Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

EQUIPPING CHURCH LEADERS
• EAST AFRICA •

# MARIKO—IGICE CA MBERE 1

**Canditswe na**

**Jonathan M. Menn**

**B.A., University of Wisconsin-Madison, 1974**
**J.D., Cornell Law School, 1977**
**M.Div., Trinity Evangelical Divinity School, 2007**

**Equipping Church Leaders East Africa, Inc.**
**714 S. Summit St., Appleton, WI 54914**
**+1-920-2846841 (mobile and WhatsApp)**
**jonathanmenn@yahoo.com**
**www.eclea.net**

2021

Abahinga benshi bibaza yuko Mariko ari bwo butumwa bwiza bwa mbere bwanditswe. Umuvyeyi w'ishengero Papias yitiriye ico gitabu Mariko kandi yavuze yuko iyo nkuru yayikuye kuri Petero. Ivyo ntivyarinze guharirwako mw'Ishengero rya Mbere, kandi ibintu vyinshi vyerekana ko iyo nkuru ari impamo. Ico gitabu cuzuyemwo ibikorwa. Ni kimwe mu vyo twokwita ubutumwa burabira mu "ndoreramwo" imwe hamwe na Matayo na Luka, kubera yuko ubwo butumwa bwiza uko ari butatu burimwo inkuru ziguma zigaruka hose muri ubwo butumwa butatu, kandi izo nkuru zigakurikirana kumwe, kandi kenshi na kenshi zikagira n'amajambo amwe. Nubwo ubwo butumwa bwiza ari bwo butoya mu bundi bwose, kenshi na kenshi nibwo butumwa burimwo ido n'ido, harimwo n'imigenzo myinshi y'Abayuda yasiguriwe abasoma b'Abanyamahanga. Mariko yerekana ingene Yesu yashikije ubuhanuzi, ivyavugishijwe mw'Isezerano rya Kera vy'ukuzoza kwa Mesiya kandi bigaragarira ku murongo wa mbere nk'uko Mariko abivuga, "Umwana w'Imana."

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

# IBIRIMWO

**I. Intangamarara** ………………………………………………………………………………2
**A.** ***Umwanditsi*** ……………………………………………………………………………….2
**B.** ***Igihe vyandikiwemwo***……………………………………………………………………2

**II. Ukugene cubatswe no guca ku Masonga**……………………………………………………...3
**A.** ***Ukugene cubatswe***………………………………………………………………………..3
**B.** ***Inca make***…………………………………………………………………………………..3
**C.** ***Uguca ku masonga***……………………………………………………………………….3

**III. Ico tuvuga kuri Mariko**…………………………………………………………………………6
**1:1-8:** Itanguriro ry'ubutumwa bwiza na Yohana Umubatizi ……………………………...6
**1:9-13:** Ukubatizwa kwa Yesu n'ukugeragezwa na Satani …………………………………10
**1:14-15:** Ugutangaza Ubwami……………………………………………………………...13
**1:16-20:** Guhamagara abigishwa ba mbere ………………………………………………14
**1:21-45:** Ugukiza ingwara no gusenda abadayimoni ………………………………………16
**2:1-12:** Yesu akiza ikimuga………………………………………………………………...20
**2:13-17:** Ihamagarwa rya Lewi……………………………………………………………...24
**2:18-22:** Yesu n'ukwisonzesha: insiguro ya Kristo…………………………………………....32
**2:23-28:** Kumyoza no kurya ingano kw'Isabato ………………………………………………34
**3:1-6:** Yesu akiza umuntu ku musi w'Isabato ……………………………………………….35
**3:7-12:** Yesu akiza benshi bafise ivyago asenda n'impwemu mbi ……………………………36
**3:13-19:** Kurobanura cumi na babiri ……………………………………………………….37
**3:20-35:** Kutizera, ukurwanywa, n'umuryango nyakuri wa Kristo ……………………………38
**4:1-34:** Yesu yigishiriza mu migani………………………………………………………….43
**4:35-41:** Yesu atururuza inkubi y'umuyaga mu kiyaga…………………………………….....47
**5:1-20:** Yesu akiza Umunyageraseni abadayimoni benshi……………………………………49
**5:21-43:** Umukobwa wa Yayiro n'umugore agwaye ubutinyanka ……………………………51
**6:1-6:** Yesu i Nazareti……………………………………………………………………….54
**6:7-13, 30-32:** Bamwe cumi na babiri batumwa baragaruka ……………………………….56
**6:14-29:** Ivyashikiye Yohana Umubatizi……………………………………………………59
**6:33-44:** Yesu ahaza abantu 5000…………………………………………………………..61
**6:45-56:** Yesu agendesha amaguru hejuru ku kiyaga n'ugukiza abantu b'i Genesareti…………..63
**7:1-23:** Imigenzo n'ibihumanya abantu mu vy'ukuri ……………………………………………65
**7:24-37:** Yesu akiza umukobwa w'umugore w'i Sirofoyinike n'igipfamatwi kidatobora neza…………………………………………………………………………………………68
**8:1-10:** Yesu ahaza abantu 4000…………………………………………………………….71
**8:11-21:** Abafarisayo basaba ikimenyetso kandi abigishwa ntibabitahura ……………………73
**8:22-26:** Yesu ahumura impumyi ……………………………………………………………...75

**AHO TWAVYABUYE** ……………………………………………………………………...76

**UMWANDITSI**…………………………………………………………………………………81

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

## I. Intangamarara

### A. *Umwanditsi*

Mariko, ahandi na ho azwi muri Bibiliya nka "Yohana ari we yitwa kandi Mariko" (**Ivyak 12:12, 25; 15:37**). Yari umwana w'umugore akomeye yitwa Mariya w'i Yerusalemu (**Ivyak 12:12**), kubera benshi bari bakoraniye mu nzu yiwe igihe Petero yari apfunzwe i Yerusalemu, kandi Petero yaciye ajayo igihe yugururirwa mu buryo bw'igitangaza akava mw'ibohero **Ivyak 12:1-19**). Vyongeye yari muvyara wa Barunaba (**Kol 4:10**), uwo na we yari umuntu w'ikimazi (**Ivyak 4:36-37**). Mariko yaraherekeje Paulo na Barunaba mu rugendo rwa mbere rwo kuja kuvuga ubutumwa (**Ivyak 13:5, 13**) yamara mu nyuma avana na bo, bituma Paulo ahakana kwongera kujana na we mu rugendo rwiwe rwa kabiri rwo kuja kuvuga ubutumwa bwiza, ivyo bitera ukutumvikana no gutandukana hagati ya Paulo na Barunaba (**Ivyak 15:36-40**). Paulo na Mariko mu nyuma barasubije hamwe. Mariko yari kumwe na Paulo mu gihe yapfungwa ubwa mbere ari i Roma (**Flm 24; Kol 4:10**), kandi Paulo yaratumijeko Mariko kugira ngo aze aho yari ari mu gihe yapfungirwa i Roma ubwa kabiri (**2 Tim 4:11**).

Muri *Kahise kiwe k'Ishengero*, Eusebius avuga ibi ku bijanye n'umwanditsi w'Ubutumwa bwiza bwa Mariko: "'vyongeye ibi ni vyo Umukuru w'ishengero yavuze: Mariko, amaze kuba umusobanuzi wa Petero, yanditse ivyabaye atihenze, nubwo atabikwirikiranije uko vyakwirikiranye, vyose ivyo yibutse ku bintu vyavuzwe canke vyakozwe na Kristo. Kuko atigeze yumva Umwami kandi ntiyigeze amukurikira, ariko mu nyuma, nk'uko nabivuze, yakwirikiye Petero, maze aca atunganya inyigisho ziwe kugira ngo zihure n'abazumva, yamara atagabiye na gato gutanga ibintu bifatanye vy'ivyo Umwami yavuze, kugira ngo Mariko ntakore ikosa igihe rero yariko arandika ibintu bimwe bimwe uko yavyibuka. Kuko yariyubara ku kintu kimwe, kudakurako na kimwe ku vyo yumvise, kandi no kutabivuga uko Umwami atabivuze.' Ivyo bintu vyavuzwe na Papias ku bijanye na Mariko." (Eusebius 1890: 3.39.15) "Uwo mukuru w'ishengero" kumbure ni Intumwa Yohana, uwo Papias (umwepisikopi w,i Hierapolis) yigiyeko.

"Ko Mariko yanditse ubutumwa bwa kabiri hejuru yiwe hari ukuboko kwa Petero, canke nk'uwushira hamwe ivyo yumvise bikomotse kuri we, ni inkuru ya kera cane izwi na bose. . . . Justin Martyr afatira ku Butumwa Bwiza uko bwanditswe na Mariko musi y'ivyo yise "ivyibukiro . . . Petero yibuka" (*Dial. c. Tryph.* 106)." (Ico gitabu nyene.: 2.15n.390). Irenaeus, Tertullian, Clement w'I Alexandria, Origen, hamwe n'abandi bavyeyi b'ishengero bose baremeza ko Mariko ari we yanditse ubutumwa bwiza bumwitirirwa kandi bakemeza n'uko yari yegeranye hagufi na Petero (Carson na Moo 2005: 173). Hariho ibimenyamenya vy'imbere muri ubwo butumwa bwiza bwa Mariko vyerekana ibi bikurikira, muri ivyo harimwo: igarukagaruka rya Petero muri ico gitabu; cane cane umuco udasanzwe aho abigishwa, na cane cane Petero ubwiwe, bavugwa ko cane (ivyo na vyo bikaba vyerekana yuko intumwa yonyene nka Petero ari we ashobora kuba yaravuze ivyo bintu); ukuri kw'uko ubutumwa bwiza bwa Mariko bukurikirana ukugene ivyo tubona no mu nyigisho za Petero muri **Ivyak 10:36-41**; kandi no mu kuvuga yuko **1 Pet 5:13** Petero yita Mariko *"umwana wanje,"* ivyo na vyo bikerekana ko bari begeranye cane.

Umugenzo ukomeye w'ishengero werekana yuko, inyuma y'impfu za Petero na Paulo bapfiriye i Roma, Mariko yaciye aja i Alexandria, muri Egiputa, ashingayo ishengero, azana, ashikana abantu benshi ku gakiza muri Kristo, kandi yicirwa aho nyene ahamwe mu mwaka wa 68 Inyuma y'Ivuka rya Yesu (McBirnie 1973: 254-57; Eusebius 1890: 2.16.1n.394)

### B. *Igihe vyandikiwemwo*

Ubutumwa bwiza bwa Mariko bwarahawe amataliki n'ibihe bwandikiwemwo ko ari mu myaka ya 40, 50, 60, na 70 inyuma y'Ivuka rya Yesu (raba Carson na Moo 2005: 179-82). Umupatiri w'Umu Jesuite w'umu Katolika aba muri Espagne, uwize ivyo kwandika ku mababi kandi akaba na karuhariwe muri Bibiliya, Jose O'Callaghan Martinez, yavuze yuko ivyanditswe uduce duce ku bibabi vy'ama papyrus atatu vyabonetse i Qumran mu mizingo yabonetse ku kiyaga c'umunyu twari uduce tw'Ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko. Nimba ari uko biri, iryo babi rya papyrus, "ryerekana ubuhinga bwari bugezweho ko bwari buri mw'itororekanirizo ry'ibitabu i Palestina mu mwaka wa 50 inyuma y'Ivuka rya Yesu, vyerekana yuko ubutumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko bushobora kuba bwarakoreshejwe nko mu myaka ishika cumi n'ibiri inyuma y'urupfu rwa Yesu" (McBirnie 1973: 251). Abahinga benshi baraharira cane ku vyo O'Callaghan yavuze (Carson na Moo 2005: 179-80; "Jose O'Callaghan Martinez" 2021: 7Q5). Kubw'ivyo, abahinga benshi bashira ubwo butumwa bwiza mu myaka yo hagati ya-50 na 60.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

## II. Ukugene cubatswe no guca ku Masonga

D. A. Carson na Douglas Moo berekana akamaro ka Mariko nk'umwanditsi n'ubwo butumwa bwiza: "Mariko ni we muremyi w'ubwo butumwa bwiza mu buryo bwanditswe—urusobekerane rwibigize 'ubuzima n'inyigisho [kuvuga ubutumwa bwiza] vyerekana neza insiguro y'uwo muntu adasanzwe muri kahise k'isi, Yesu w'i Nazareti, Umwana w'Imana. Uburyo bushasha bwo Mariko nk'ivyanditswe vyarerekanye ko yakoresheje ubuhinga bukomeye n'ububasha nk'inkuru ya Mariko. . . . Mu kwibutsa Abakristo yuko agakiza kabo kavana n'urupfu n'ukuzuka kwa Kristo, Mariko yafatanije mu buryo ntatandukanywa ukwizera Rukristo n'ukuri kw'ivyabaye muri kahise." (Carson na Moo 2005: 192)

### A. *Ukugene cubatswe*

Nk'uko twabivuze aho hejuru, ukugene ubutumwa bwiza bwa Mariko bwubatse bubangabanganye n'inyisho za Petero mu **Ivyak 10**:

| **Ivyak 10** | **Mariko** |
|---|---|
| "Ubutumwa bwiza" (umurongo **36**) | "Itanguriro ry'ubutumwa bwiza" (**1:1**) |
| "Imana yasutse Mpwemu Yera kuri Yesu w'i Nazareti" (umurongo **38**) | Mpwemu aramanuka arwa kuri Yesu (**1:10**) |
| "atangurira i Galilaya" (umurongo **37**) | Igikorwaca Yesu i Galilaya (**1:16–8:26**) |
| "Yagenda agirira abantu neza, agakiza abo bose wa Murwanizi atwaza amanyama," (Umurongo **38**) | Igikorwa ca Yesu gihagaze cane ku gukiza no ku gusenda abadayimoni (**1:16–8:26**) |
| "Natwe turi ivyabona vyo gushingira intahe ivyo yakoze vyose . . . bo n'i Yerusalemu" (umurongo **39**) | Igikorwa ca Yesu i Yerusalemu (ibice vya **11-14**) |
| "umwe bishe bamumanika ku giti" (umurongo **39**) | Hashimikira cane ku rupfu rwa Kristo (igice ca **15**) |
| "Uyo, Imana iramuzura ku musi ugira gatatu," (umurongo **40**) | "Yazutse! Ntari hano" (**16:6**) |

Ukugene ico gitabu ubwaco cubatswe gishobora ahanini kugaburwamwo ibice bikurubikuru bibiri muri ubu buryo bukurikira:

| |
|---|
| **Gushikiriza** (**1:1-13**): Yohana umubatizi; ukubatizwa kwa Yesu; Yesu ageragezwa na Satani mu bugararwa |
| **Igikorwa cakorewe ahabona i Galilaya** (**1:14–8:26**): Guhamagara bamwe 12; kwigisha; ibitangaza n'ugukiza ingwara; guhanga amaso ku kugene yesu yisa |
| **Inzira ija i Yerusalemu no hakurya** (**8:27–16:20**): Kuvuga ku rupfu rwiwe, ukuzuka, n'ukuzogaruka kwiwe; Ugukayangana; kwigisha no gukiza abarwaye; igikorwa Yesu yakoreye i Yerusalemu; kugurishwa, guhagarikwa, kubambwa, guhambwa, n'ukuzuka |

### B. *Inca make*

Igitabu ca Mariko gishobora ahanini kugaburwamwo ibice bibiri bingana: **1:1–8:26** na **8:27–16:20**. Iki gice ca mbere c'ico gitabu gihagaze cane ku gikorwa Yesu yakoreye i Galilaya, harimwo n'ugutangaza ubwami kwiwe, uguhamagara kwiwe abigishwa 12, igikorwa ca Yohana Umubatizi n'urupfu rwiwe, hamwe n'inyigisho za Yesu n'ibitangaza, ivyo na vyo vyamukwegeye abansi b'abarongozi b'ivyo idini hamwe n'ukutizera kwa benshi, ariko ivyo vyose bifasha kwishura ikibazo, *"Mbega uyu ni umuntu ki?"* (**4:41**).

### C. *Uguca ku masonga*

Ico gitabu gishobora gucibwa ku masonga muri ubu buryo bukurikira:

**I. Gushikiriza (1:1-13)**
- **A.** Igikorwa ca Yohana Umubatizi (**1:1-8**)
- **B.** Ukubatizwa kwa Yesu (**1:9-11**)
- **C.** Kugeragezwa na Satani (**1:12-13**)

**II. Igikorwa ca Yesu yakoreye i Galilaya (1:14–8:26)**
- **A.** Gutangaza ubwami (**1:14-15**)
- **B.** guhamagara abigishwa ba mbere (**1:16-20**)
- **C.** Gukiza ingwara no gusenda impwemu mbi (**1:21-45**)
  1. Yesu yigishiriza mw'isinagogi kandi akiza umuntu yinjiwemwo n'impwemu ihumanye (**1:21-28**)
  2. Inabukwe wa Petero (**1:29-31**)
  3. Abantu benshi binjiwemwo n'impwemu zihumanye n'abarwaye benshi (**1:32-34**)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

4. Yesu yigisha i Galilaya (**1:35-39**)
5. Umunyamibembe (**1:40-45**)

**D.** Ukurwanya Yesu kuratangura kandi kuriyongeranya (**2:1-3:6**)
1. Yesu akiza ikimuga (**2:1-12**)
2. Ihamagarwa rya Lewi (Matayo) (**2:13-17**)
3. Yesu n'ukwisonzesha: Akamaro ka Kristo (**2:18-22**)
4. Yesu n'Isabato (**2:23–3:6**)
   a. Kumyoza no kurya ingano kw'Isabato (**2:23-28**)
   b. Yesu akiza umuntu anyunyutse kw'Isabato (**3:1-6**)

**E.** Yesu akiza abafise ivyago benshi n'abarimwo impwemu zihumanye (**3:7-12**)

**F.** Gutoranya intumwa cumi na zibiri (**3:13-19**)

**G.** Kutizera, ukumurwanya, n'umuryango w'ukuri wa Yesu (**3:20-35**)
1. Umuryango wa Yesu wo ngaha kw'isi wibaza yuko yasaze (**3:20-21**)
2. Abanyabwenge b'Ivyanditswe barega Yesu, bavuga ko arimwo Beyezeburi (**3:22-30**)
3. Kristo yerekana umuryango wiwe nyakuri (**3:31-35**)

**I.** Yesu yigishiriza mu migani (**4:1-34**)
1. Umugani w'umubivyi n'ivu ry'uburyo butandukanye (**4:1-20**)
2. Ivyagizwe ibanga bizoshirwa ahabona, kandi ingero ugerramwo abandi ni yo nawe uzogererwamwo (**4:21-25**)
3. Umugani w'imbuto zabibwe mw'ivu, zikamera, zigakura, kandi zikimburwa (**4:26-29**)
4. Umugani w'akabuto ka sinapi (**4:30-34**)

**J.** Yesu akankamira, atururuza ikiyaga (**4:35-41**)

**K.** Gusenda abadayimoni n'ugukiza abrwaye ingwara (**5:1-43**)
1. Umunyageraseni arimwo impwemu zihumanye (**5:1-20**)
2. Umukobwa wa Yayiro n'umugore arwaye ubutinyanka (**5:21-43**)

**L.** Yesu i Nazareti (**6:1-6**)

**M.** Atuma intumwa cumi na zibiri kwigisha, maze ziragaruka (**6:7-13, 30-32**)

**N.** Ivyashikiye Yohana Umubatizi (**6:14-29**)

**O.** Ibitangaza: guhaza abantu 5000; Yesu agendesha amaguru ku mazi; kandi akiza benshi ingwara (**6:33-56**)
1. Kugaburira abantu 5000 (**6:33-44**)
2. Yesu agendesha amaguru ku mazi, ku kiyaga (**6:45-52**)
3. Akiza ingwara abantu b'i Genesareti (**6:53-56**)

**P.** Imigenzo n'ibihumanya abantu mu vy'ukuri (**7:1-23**)
1. Yesu aharira n'Abafarisayo ku bijanye n'imigenzo (**7:1-13**)
2. Yesu avuga yuko ibihumanya biva imbere mu muntu (**7:14-23**)

**Q.** Yesu yinjiza igikorwa ciwe mu Banyamahanga (**7:24–8:10**)
1. Ugukiza impwemu mbi umukobwa w'umugoro w'i Sirofoyinike mu ntara y'i Tiro (**7:24-30**)
2. Akiza igipfamatwi kidatobora neza mu ntaray y'i Dekapoli (**7:31-37**)
3. Guhaza abantu 4000 i Dekapoli (**8:1-10**)

**R.** Kugeragezwa, kutamenya, kutagira ubwenge,n'ugukira ingwara (**8:11-26**)
1. Abafarisayo basaba ikimenyetso (**8:11-13**)
2. Ukudatahura kw'abigishwa (**8:14-21**)
3. Guhumura uwavutse ari impumyi (**8:22-26**)

**III. Yesu uwo ari we n'iyo aja biramenyekana, birahishurwa** (**8:27–9:13**)

**A.** Yesu ni Mesiya (Kristo) (**8:27-30**)

**B.** Yesu azokwicwa yamara azozuka (**8:31-33**)

**C.** Ikiguzi co gukurikira Yesu mu nzira y'umusaraba (**8:34-38**)

**D.** Ugukayangana (**9:1-13**)

**IV. Inzira ishikana i Yerusalemu** (**9:14–14:9**)

**A.** Igitangaza co gukiza umuhungu arwaye impwemu mbi yamuteye intandara (**9:14-29**)

**B.** Kwigisha ku rupfu rwiwe /ku kuzozuka kwiwe, kuba umwigishwa wa Yesu, n'ukwahukana

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

(**9:30–10:16**)

1. Yesu avuga ku rupfu rwiwe rutaraba n'ukuzozuka kwiwe (**9:30-32**)
2. Ni nde mukuru aruta abandi mu Bwami (**9:33-37**)
3. Kamere ko kuba umwigishwa (**9:38-50**)
4. Yesu yigisha ku bijanye no kwahukana (**10:1-12**)
4. Yesu ahezagira abana bato (**10:13-16**)

**C.** Umusore w'umutuzi akaba n'umurongozi (**10:17-31**)

**D.** Kwigisha ku rupfu rwiwe /ukuzuka kwiwe n'ukuba umwigishwa wiwe (**10:32-45**)

1. Yesu yongera kuvuga ku rupfu rwiwe rutaraba no ku kuzozuka kwiwe (**10:32-34**)
2. Yakobo na Yohana bashaka kuba aba mbere (**10:35-40**)
3. Kamera ko kuba umwigishwa wa Yesu w'ukuri n'urufatiro rwo kuba uwa mbere (**10:41-45**)

**E.** Kwinjira i Yerusalemu (**10:46–11:11**)

1. Yesu akiza impumyi Barutimayo mu nzira ija i Yerusalemu (**10:46-52**)
2. Yesu yinjira i Yerusalemu mu ntsinzi (**11:1-11**)

**V. Igikorwa ca Yesu i Yerusalemu** (**11:12–13:37**)

**A. Ibimenyetso vyerekana ko Yesu ari Mesiya** (**11:12-26**)

1. Kuvuma igiti c'umusukoni (**11:12-14, 20-26**)
2. Kwirukana abavunjira amahera mu rusengero (**11:15-19**)

**B.** Ububasha bwa Yesu, umugani, n'inyigisho (**11:27–12:44**)

1. Isoko ry'ububasha bwa Yesu rishirwako kabaza (**11:27-33**)
2. Umugani wa nyene gutera uruzabibu (**12:1-12**)
3. "Ivy'Imana mubihe Imana" (**12:13-17**)
4. Ukuzuka n'ugushingirwa mu kuzuka (**12:18-27**)
5. Icagezwe kiruta ibindi vyoze (**12:28-34**)
6. Kristo ni Umwami (**12:35-37**)
7. Kugabisha abantu ku buryarya bw'abanyabwenge b'ivyanditswe (**12:38-40**)
8. Ishikanwa ry'umupfakazi (**12:41-44**)

**C.** Ivyo Yesu yavugiye ku Musozi wa Elayono (**13:1-37**)

**VI. Kwitegurira gupfa; ukugurishwa; ukubambwa; n'Ukuzuka** (**14:1–16:20**)

**A.** Yesu asigwa amavuta y'igiciro kini (**14:1-9**)

**B.** Yuda agura Yesu (**14:10-11**)

**C.** Ingaburo ya Nyuma (**14:12-31**)

**D.** Mw'Itongo ry'i Getsemane (**14:32-42**)

**E.** Ukugurishwa kwa Yesu n'ugufatwa kwiwe (**14:43-52**)

**F.** Yesu aregerwa imbere y'Abanyekombe n'imbere ya Pontiyo Pilato (**14:53–15:20**)

1. Ikombe (**14:53-72**)
2. Pontiyo Pilato (**15:1-15**)
3. Gushinyagurirwa n'abasoda (**15:16-20a**)

**G.** Ukubambwa n'uguhambwa (**15:20b-47**)

**H.** Ukuzuka (**16:1-8**)

**I.** Ukwiyeka abantu amaze kuzuka (**16:9-20**)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

## III. <u>Ico tuvuga kuri Mariko</u>

**<u>1:1-8:</u>** ***[1]Itanguriro ry'ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo, Umwana w'Imana. [2] Nk'uko vyanditswe na Yesaya yavugishwa n'Imana, "Ng'Umve ngira ntume integuza yanje imbere y'amaso yawe, ikuroranirize inzira, [3] Ijwi ry'usemerera mu bugararwa: 'Ati ni mutegure inzira y'Uhoraho, Mugorore iz'ibihamo ziwe.'" [4] Ni ko Yohana yaje, abatiriza mu bugararwa, yigisha ukubatizwa kwo kwihana, ngo babohorwe ivyaha vyabo. [5] Igihugu c' i Yudaya cose n'ab'i Yerusalemu bose bava i wabo, baza kuri we, ababatiriza mu ruzi Yorodani, batuye ivyaha vyabo. [6] Kandi Yohana yambara ubwoya bw'ingamiya, akabukenyeza umukanda w'urusato mu rukenyerero, kandi yarya inzige n'ubuki bwo mw'ishamba. [7] Yaravuga, at'"Undusha ubushobozi azoza mu nyuma yanje, ntibimbereye no kwunama ngo mpfundurure utugozi tw'inkweto ziwe. [8] Jeho ndababatirishije amazi, ariko we azobabatirisha Mpwemu Yera."***

<u>**Imirongo 1-8—**Itanguriro ry'ubutumwa bwiza na Yohana Umubatizi</u>

Ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo—uwo ari we n'ico yaje gukora—vyaja vyarahanuwe, vyaravuzweko hari haciye imyaka amajana n'amajana mw'Isezerano rya Kera. Muri iki kigabane, Mariko arabigaragaza neza kandi akerekana ingene ubwo buhanuzi bwari bushikijwe.

1. <u>**Umurongo 1—**Ubutumwa Bwiza</u>

*"<u>Itanguriro</u> ry'ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo, Umwana w'Imana"* vyerekana yuko iyi ari inkuru y'ukwinjira, y'ugutanguza ubutumwa bwiza, ariko ukuzobwinjiramwo nyakubwinjiramwo ntikurashika. Yesu avuga ku gihe buzokwinjirwamwo nyakwinjirwamwo (ukuzogaruka kwa Kristo) muri **Mariko 13** (kenshi na kenshi haugwa ko ari ivyo yavugiye ku musozi wa Elayono). Kubw'ivyo **umurongo 1** ushobora kubonwa nk'aho ufatira ku mutwe w'amajambo y'ico gitabu cose. Ku rundi ruhande na rwo, R. A. Guelich yerekana yuko "ukugene Abayuda basanzwe bafata ku mutwe ivyanditswe, 'nk'uko vyanditswe na,' . . . igihe cose bifatanya n'ivyabaye imbere yaho n'ibishaka gukurikira" (Guelich 1992: 513). Mu yandi majambo, umurongo **1** ntukwiriye guherezwa n'akaburungu, ariko ukwiriye guherezwa n'agakwabu, kuko hari ibikurikira. Kubw'ivyo, kubera Isezerano rya Kera muri Yesaya ryavuga ku kuzoza kwa Yohana Umubatizi, "itanguriro" rishobora kubonwa nk' "ibibanziriza igikorwa" ca Yesu, harimwo n'igikorwa ca Yohana Umubatizi, ukubatizwa kwa Yesu, ukugeragezwa kwiwe ageragezwa na Satani mu bugararwa, kandi kumbure ivyo yatanguye gutangazwa kuri **1:14-15** (raba Carson na Moo 2005: 169; Guelich 1992: 513). Ibisigaye vy' *"ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo, umwana w'Imana"* bizotegerezwa rero kuba inkuru yerekeranye na Yesu mu gice cose gisigaye c'ico gitabu.

Ubutumwa Bwiza ni *"ubutumwa bwiza <u>bwa</u> Yesu Kristo."* Ntiyavuze, ntiyatangaje ubutumwa bwiza gusa ariko ubwo butumwa yabuvuze, yabugereranije n'umuntu: Yesu *ni* we butumwa bwiza. Ijambo "ubutumwa bwiza" ubwaryo ni ijambo ry'Ikigiriki (*euaggelion*) risigura "inkuru nziza" (Danker 2000: *euaggelion,* 402; Green na McKnight 1992: 282). "Ijambo ry'Ikigiriki 'ubutumwa bwiza' (ev-angelion) ritandukanya ubutumwa Rukristo n'ubundi butumwa bw'ayandi madini. umu 'ev-angel' yari inkuru y'ikintu gikomeye cabaye, nk'intsinzi mu ntambara canke canke ukwimikwa n'ukwima kw'uwundi mwami mushasha, kwahindura ibihe vy'abariko baravyumviriza kandi vyasaba ko atari ukuvyumviriza gusa ariko bari bakwiriye kugira ico babikozeko. Rero ubutumwa bwiza ni inkuru y'ivyo Imana yakoze kugira ngo idushikire iyo twari twibereye. Si impanuro yerekeranye n'ivyo dutegerezwa gukora kugira ngo dushikire kandi dushike ku Mana." (Keller n.d.: "Ubutumwa Bwiza," 1) Mu yandi majambo, ubutumwa bwiza bwerekeranye neza na neza na Yesu uwo ari we n'ivyo yakoze.

Mu buryo bwagutse, Imana ni Iyera, iragororotse, ica izibereye, kandi ni nziza (**Ita 18:25; Kuv 34:6-7; Lew 11:44; Yobu 34:10-12; Zab 5:4; 136:1; 145:17; Hab 1:13; Rom 1:18; Yak 1:13**). Nubwo abantu ba mbere (Adamu na Eva) bari baremwe batagira icaha, bahisemwo gukurikira Satani no kutumvira Imana kandi kubw'ivyo bahindutse abanyavyaha (**Ita 3:1-19**). Nk'ingaruka y'ivyo, umuntu wese guhera kuri Adamu na Eva yavukanye akameremere k'icaha kazwi nk'icaha kiba mu muntu, icaha c'inyanduruko; ico caha c'inyanduruko, icaha kiba mu muntu ni "icagezwe" canke ububasha bukorera imbere mu muntu uwo ari we wese (**Rom 7:5, 8-11, 14-24; Gal 5:17; Heb 3:12-13**). Ivyo bishikana ku vyaha vy'abantu bose uko abantu babandanya kubaho mu buzima bwabo bwa misi yose (**Ita 8:21; Zab 51:5; 143:1-2; Yer 17:9; Mariko 7:20-23; Rom 3:9-18, 23; 5:12-14; 7:14-24**). Bibiliya itubarira idaciye i ruhande ingaruka y'ibi: *"ingero y'icaha ni urupfu"* (**Rom 6:23;** raba kandi **Ita 2:17; Ezk 18:4, 20; Rom 5:12**). Kubera IMana ari Iyera, ntishobora kwihanganira icaha (**Hab 1:13; Rom 1:18**). Vyongeye Imana ica izigororotse, ni Umucamanza agororotse: "Kubera ari Uwera kandi atagira agasembwa, Imana ntishobora kwigira nk'iyitabona ukwononekara kw'ingeso z'abantu nk'aho ukwo kwononekara ataco kuvuze kuri yo. . . . Nimba Imana ari inyakuri kuri kamere kayo k'ukugororoka, ububisha

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bwose butegerezwa guhanwa.” (Alexander 2008: 130, 131)

Nimba abantu bategerezwa kuba abagororotsi imbere y’Imana maze bakazobaho ubugingo budashira, ivyaha vyabo bitegerezwa kugira ico bikozweko, bitegerezwa kuvanwaho. Ibi bica bitera ingorane ikomeye.kubera yuko Imana ubwayo ari Iyera kandi ikaba itagira agasembwa, urwo ni rwo rugezo na rwo igomba ko natwe tuba abera n’abatagira agasembwa tube agahore nk’uko nayo ari agahore (**Matayo 5:48**). Ingorane z’abana b’abantu ni uko tutazokwigera dushikira urugero rw’Imana rw’Ukugororoka n’Ukwera tuvyishikanyeko, tuvyigiriye. Ubwa mbere, “iyo umuntu acumuye, ntibishoboka ko yongera kuba uwutagira agasembwa” (Sproul 2002: 94). Ubwa kabiri, mbere n’ibikorwa vyacu vyiza hari ico biba bihekeyeko. Kanatsinda, iyo turiko turakora ibikorwa vyiza kugira ngo tuzibukire igihano c’Imana n’umuriro wa Gehinomu, ivyo ubwavyo vonyene bituma ibikorwa vyacu *bitaba* “vyiza” kubera yuko nimba ico duhekeyeko, nimba ikidusunika ari ukuzibukira umuriro mu gukora “ibikorwa vyiza,” aho rero ivyo bikorwa vyiza, ku ndangurakintu yavyo, ni ukwigungirako, n’ukwikunda, ni ukwirabishako, ivyo na vyo ubwavyo ni icaha. Ubugira gatatu, nta rugero rw’ibikorwa vyiza rushobora guhindura kamere k’icaha k’umuntu n’ukumogorera gukora icaha kw’umutima. Ni co gituma, ibikorwa vyiza bidahindura umuntu ngo abe agahore,ntibishobora guhindura umuntu w’umunyavyaha ngo abe umugororotsi, ngo abe uwutagira icaha mu bimugize, baguma ari abanyavyaha. Yamara, Imana ni urukundo kandi ntiyipfuza ko hari n’umwe yopfa rubi (**Ezk 18:23; 33:11; 2 Pet 3:9; 1 Yohana 4:8**).

Ubutumwa bwiza ni inkuru nziza y’ivyo Imana yadukoreye tutari gushobora kwikorera ubwacu. Imana yihinduye umuntu muri Yesu Kristo. Yesu yabayeho ubuzima n’ubugingo twari dukwiriye kubaho *nk’umuntu*; Yumviye Imana Data mu buryo bwose no muri vyose; “*yarageragejwe uburyo bwose nkatwe, yamara we nta caha yakoze”* (**Heb 4:15**). Ivyo ni vyo bimuhesha kuba umuserukizi wacu, yikorera ivyaha vyacu kandi ariha igihano cari kuba icacu ariko ntitwakiriha, kiba kuri we ariko nticaba kuri twebwe (**Rom 8:1-4; 2 Kor 5:21; Gal 3:13; Kol 2:13-14; 1 Tim 2:5-6; 1 Pet 2:24**). Muri ico gihe nyene, Yesu Kristo yari Imana. “Imana rero ntiyashize igihano ku wundi muntu n’umwe, ahubwo ku musaraba yishizeko ubwo bubabare, iyo miruho, umuryano, n’ububisha bw’isi aravyikorera ku mutwe wiwe wenyene . . . Iyi ni Imana yihindura umuntu kandi igatanga amaraso yayo bwite y’ubugingo bwayo kugira ngo igarukane uguca izibereye kandi n’urukundo rw’imbabazi kugira ngo ishobore gusangangura ububisha bwose itarinze kudusangangura, kuduhonya no kutwica. . . . None ni kubera iki Yesu *yategerezwa* gupfa kugira ngo duharirwe? Hariho umwenda wategerezwa kurihwa—Imana ubwayo ni yo yarishe uwo mwenda. Hariho igihano categerezwa kwikorerwa no gutangwa—Imana ubwayo yaracikoreye. . . . Ku musaraba kwaba uguca izibereye, zaba imbabazi nta na kimwe catakaye, vyose vyararonse inyishu— vyose vyujurijwe vyashikirijwe rimwe. Urupfu rwa Yesu rwari ngombwa nimba Imana yategerezwa guca urubereye idahengamye ariko kandi ikaguma idukunda.” (Keller 2008: 192-93, 197) Kuzuka kwa Yesu mu bapfuye no kuduga mw’ijuru kwa Se vyashingiye intahe uwo ari we kandi bigaragaza yuko Data yemeye ikimazi ca Kristo yitanze ku musaraba kubwacu. Kubw’ivyo, Yesu uwo ari we n’ico yakoze ni vyo mutima w’ubutumwa bwiza. Mariko ivyo arabitomora neza muri iki gitabu cose.

Mariko vyongeye atangura yerekana neza yuko Yesu Kristo ari *“Umwana w’Imana.”* John Carter avuga ati, “Inyigisho nkuru y’imenyeshamana mu butumwa bwiza bwa Mariko yubakiye kuri Yesu nk’Umwana w’Imana, yemewe na Data (1:11, 9:7), yemerwa n’abadayimoni (3:11; 5:7), yemerwa n’umugabisha w’Umuroma w’abasoda ijana (15:9), kandi na Yesu ubwiwe aravyiyemerera (13:32; 14:36, 61-62). Ububasha bw’Umwana w’Imana bugaragarira mu bubasha buboneka mu nyigisho ziwe (1:22, 27), ububasha bwiwe bwo gukiza ingwara n’ubumuga (1:30-31, 40-42; 2:3-12; 3:1-5; 5:25-34; 7:31-37; 8:22-26; 10:46-52), ububasha bwiwe budasanzwe ku mpwemu mbi no ku badayimoni (1:23-27; 5:1-20; 7:24-30; 9:17-27), ububasha bwiwe ku vyaremwe vyose n’ibigize ikirere (4:37-39; 6:35-44, 47-52; 8:1-10), kandi hejuru ya vyose, ububasha bwiwe ku rupfu (5:21-24, 35-43). Mariko akoresha igishingantahe c’abo vyabayeko (benshi biyumvira ko ico gishingantahe coba ari ica Petero) kugira ngo agaragaze yuko biciye muri ubwo bubasha bwose Ubwami bw’Imana bwaraje mu bantu biciye muri Yesu Kristo. Inyishu yonyene yumvikana ku bwenge nk’ubwo itegerezwa kuba ukuza kuri Yesu biciye mu kwizera.” (Carter 2003: 7-8)

2. <u>**Imirongo 2-3—**kwabura ivyavuzwe muri Malaki no muri Yesaya</u>

**Umurongo wa 2** usubiramwo ivyavuzwe muri **Mal 3:1 k**andi umurongo wa **3** usubiramwo ivyavuzwe muri **Yes 40:3**. Ubutumwa bwiza bwa Mariko butandukanye n’ubwa Matayo hamwe n’ubwa Luka mu buryo bw’uko, muri ubwo bundi butumwa bubiri, Mariko ntatangurana n’ukuvuga igisekuruza ca Yesu nk’umwana w’umuntu. Mu buryo bunyuranye n’ubwa Yohana, na we nyene ntashiramwo inkomoko, igisekuruza ca Yesu c’ijuru.” Ahubwo, Mariko ako kanya nyene atangurana n’ico umuntu ashobora kwita “igisekuruza c’ubutumwa bwiza,” mu yandi majambo, yirengagiza agakuramwo ibintu vyose biterekeranye n’icamuzanye ariko agatangaza yuko *“iri ari itanguriro ry’ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo, Umwana w’Imana”* maze rero agaca

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yerekana ingene ubutumwa bwiza bwa Yesu Kristo bwari bwaravuzweko mw'Isezerano rya Kera. Mariko ariko aravuga yuko bose **Mal 3:1** na **Yes 40:3** hashikijwe biciye muri Yohana Umubatizi. Muri ubwo buryo nyene, **Mat 3:3; Luka 3:4** hakoresha **Yes 40:3** kuri Yohana Umubatizi. Yohana Umubatizi ubwiwe arazi neza yuko ari ugushitswa kw'ivyavuzwe muri **Yes 40:3**, kubera yuko muri **Yohana 1:23** asubirawo, yabura uwo murongo kandi agaca awikoreshako.

Muri **Mat 11:10; Luka 7:27** Yesu ubwiwe akoresha **Mal 3:1** kuri Yohana Umubatizi kandi akamugereranya na Eliya yari yaravugishijwe ko azoza imbere y*"uwo musi uhambaye kandi uteye ubwoba utarashika"* (**Mal 4:5;** raba **Mat 11:14; Mariko 9:11-13;** raba kandi **Luka 1:17**). Impuzu za Yohana Umubatizi zasa n'iza Eliya (gereranya na **Mariko 1:6** n'**2 Abami 1:8**). Nk'uwushitsa ivyavuzwe muri **Mal 3:1** no muri **Yes 40:3** kandi nka Eliya yari yarasezeranywe, umuntu ashobora kuvuga yuko Yohana Umubatizi yari uwa nyuma mu bavugishwa n'Imana bo mw'Isezerano rya Kera. Yamara, nk'uwushitsa ubuhanuzi bwo mw'Isezerano rya Kera akaba n'uwutangaza yuko Mesiya yashitse, yaje, yari umuntu w'imfatakibanza agahereza Isezerano Rishasha (Raba **Mat 11:9-13; Luka 16:16**).

Igikorwa ca Yohana umubatizi cari mu bugaragwa, kandi ivyabuwe muri **Yes 40:3** bifatira k'uwusemerera *"mu bugararwa."* "Kuri Yesaya, ubugararwa bwategerezwa kuzohinduka bugacika ikibanza c'intango nshasha. Ubugararwa bwa Yesaya ni ikinyurane n'ubugararwa bw'i Sinayi. Ubugararwa bw'i Sinayi cari ikibanza c'ubugarariji, c'ukunanirwa, c'urupfu rw'umwana w'Imana Isirayeli. Ariko muri Yes 40 no mu bindi bice vyo mu nyuma, ubugararwa ni ikibanza c'umunezero, c'uburumbuke, c'ubuzima n'umugisha kuri Isirayeli y'Imana. Muri Yes 40, ubugararwa bucika ahantu h'Ukuvayo gushasha ku bantu b'Imana. . . . Ubu, muri Mariko 1:2-4, Yohana Umubatizi aseruka yerekana ko ari ikimeyetso c'ukwinjira n'ugutanguza ukuvayo gushasha kwavuzwe na Yesaya. . . . Ngaha, muri Yesu, ni Isirayeli w'Imana ashobora kwinjira mu bugararwa maze akaboha umuvumo w'icaha. Ngaha, muri Yesu, ni Isirayeli y'Imana ashobora kugerera mu bugararwa kandi akonona ibintu vy'umuntu w'inkomezi akomeye. Mu bugararwa, uwo Isirayeli ntazonanirwa biciye mu kutizera; uwo Isirayeli ntazokwipfuza inyama zo muri Egiputa; uwo Isirayeli ntawundi azokorera kiretse Umwami Imana kandi we wenyene." (Dennison 1994: n.p.) ni co gituma, naho hakoreshwa kuri **Mal 3:1** no kuri **Yes 40:3** kuri Yohana Umubatizi, ikintu gikuru kirengeye ibindi vyose c'intango y'igitabu ca Mariko ni ukumenya Yesu Kristo uwo ari we (**umurongo 1**) ko ari *"Umwami"* (**umurongo 3**), mu yandi majambo, Imana ubwayo.

3. Imirongo **4-8—**<u>Igikorwa ca Yohana Umubatizi</u>

**Umurongo 4** uvuga ibi bikurikira *"Yohana yaje abatiriza mu bugararwa, yigisha ukubatizwa kwo kwihana, ngo babohorwe ivyaha."* Ubugaragwa, ukwihana, n'ukubatizwa ivyo vyose ni amajambo ngirakamaro yerekeza kuri Yesu n'ubutumwa bwiza.

- Ubugararwa cari ikibanza cavugishijweko aho Imana izana abantu bayo kugira ngo binjire mu gihe gishasha, mu kiringo gishasha (**Yes 35:1-10; Hos 2:14-23**).
- Ijambo ry'Ikigiriki "kwihana" ni *metanoia,* risigura uguhindura mu vyiyumviro no guhindura iyo wariko uraja ukava mu bibi ukaja mu vyiza, ukava mu vyaha ugahindukirira Imana (Zodhiates 1992: *metanoia,* 970-72). Ukwihana kuritezwe kwigaragaza ubwakwo kukigaragariza mu guhinduka kw'ingeso n'ingendo (**Ivyak 26:20**). Yohana ubwiwe yarabitomoye neza igihe yabarira abari baje kuri we ati *"Nuko mwame imbuto zikwiranye nukwihana"* (**Mat 3:8; Luka 3:8**) kandi atanga uburorero kanaka bw'ico ukwihana gisigura (**Luka 3:10-18**). Michael Spencer avuga yuko ukwihana kuvugwa, kwigishwa na Yohana umubatizi "ari igikorwa co guhindura iyo umuntu yariko arerekeza agahindukirira ukuri gukomeye kwo kwegera Ubwami. Nta kintu na kimwe co mu bintu Imana iriko irasaba abantu bayo bo mu Bwami ari uguhindura gatoya iyo wariko uraja canke "guhindura, kuzingurura urundi rukaratasi". Uku ni uguhinduka gukomeye mu buzima kwerekeranye n'ibintu vyose mu kwegera Ubwami kandi kugafata ingingo zose kwishimikije ukugene Ubwami bumeze. Abakristo b'iki gihe bakwiriye kumenya no kwibuka yuko Yohana ariko arigisha igihe turavye ivyo Yesu asaba abamukwirikira,." (Spencer 2008: The Forerunner)
- Umubatizo usigura kwuhagirwa, ukwozwa. **Ezk 36:25** havuga ibi bikurikira, *"Kandi nzobamijako amazi meza, mushire imvyiro: nzoboza imyanda yanyu yose, n'ibigirwamana vyanyu vyose."* Umubatizo vyongeye usigura urupfu rw'ubugingo bwa kera n'intango y'ubugingo bushasha, ubuzima bushasha (**Rom 6:3-4**). Umubatizo, mu buryo bunyuranye n'umugirwa w'isezerano rya Kera w'ukugenyerwa, ugukebwa, wugurura inzira y'ukwozwa n'ubugingo bushasha ku bantu bose—abahungu n'abakobwa bose—kandi bose mu buryo bungana. Spencer avuga ati, "umubatizo nticari ikintu Abayuda bafata minwe mire. Abahindukiriye idini ry'Ikiyahudi babatizwa n'abandi Bayuda. . . . Ico Yohana yariko arabahamagarira yari intambuko y'ukuba umuntu nyakuri kuri abo Bayuda birata, bishima: ko bakwiye gushika ku rwego rumwe nk'uwihanye, nk'uwahindukiye. Kuza nk'uwo hanze, nk'umwe atari yuhagiwe, nk'umwe atogejwe,

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

uwahumanye. Inzira yinjira mu Bwami ni inzira y'uguca bugufi guhera mu ntango nyene." (Spencer 2008: The Forerunner) Yamara, biragaragara yuko "Yohana abibona nk'ukwozwa n'amazi gutangurira ukwezwa/ ukwuzuzwa/ ukwozwa n'uwundi muntu akomeye kurusha abanda bantu bose – Mpwemu Yera w'Imana. Umurongo wa 8 werekana yuko umubatizo wo mu mazi udaherera aho nyene, ariko ni ikiranganzira, ishusho ry'ukuri gukomeye kwo mu vy'impwemu." (Ico gitabu nyene.)

Iki kigabane cose gikurikira c'igikorwa ca Yohana Umubatizi kimwerekana yuko ashimikira kuri uwo yari agiye kuza inyuma yiwe n'Ubwami Yesu yari aje gutanguza. Ibi bibonekera mu nsiguro y'ubugaragwa, ukwihana, n'umubatizo, twavuzeko aho hejuru. Hejuru y'ivyo, Yohana ubwiwe yavuze ati *"Undusha ubushobozi azoza mu nyuma yanje, ntibimbereye no kwunama ngo mpfundurure utugozi tw'inkweto ziwe"* (**Mariko 1:7**) kandi *"Jeho ndababatirishije amazi, ariko we azobabatirisha Mpwemu Yera."* (**Mariko 1:8**). Ahandi na ho yavuze ati, *"Urya (Kristo) akwiye gukuzwa, nanje ngirwe muto"* (**Yohana 3:30**). Mu yandi majambo, intumbero nyamukuru ya Yohana yari "gutangura kuvuza umurisho Yesu azoherako akandika indirimbo yiwe y'ubuzima, urupfu n'ukuzuka." (Ico gitabu nyene.)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ijambo "ubutumwa bwiza" ahanini risigura "inkuru nziza." "Inkuru nziza" ya Yesu Kristo ivugwako ngaha ni iyihe?

2. Yesu avugwa ko ari "Umwana w'Imana." Mbega iri jambo ryotahurwa gute n'umuhakanyi canke umuntu aharira ko Imana atari umuntu? Umuntu w'iki gihe gishasha? Yesu ubwiwe?

3. Dufatiye mu muco w'imirongo itari mike ya mbere y'igce ca 1, wibaza ko ari kubera iki Mariko adashiramwo igisekuruza ca Yesu, mu buryo bunyuranye n'ubundi butumwa bubiri "indoreramwo imwe" bwa Matayo na Luka?

4. Yohana Umubatizi yiswe na bamwe "umuntu wa nyuma wo mw'Isezerano rya Kera." Ku rundi ruhande, umuntu arashobora kuvuga ko mu vy'ukuri ari "umuntu wa mbere wo mw'Isezerano Rishasha." None mu vy'ukuri uzi iki ku vyerekeye Yohana Umubatizi? Atari mu gitabu ca Mariko gusa, yamara muri Bibiliya yose, hariho inkuru zidasanzwe zimuvugako zisa (harimwo kandi n'amatandukaniro) hagati ya Yohana Umubatizi na Yesu – abo ari bo, ivyo bari vyo, ivyo bavuze n'ivyo bigishije. Gira intonde zibiri: rumwe ku vyo bahurijeko; urundi ku vyo badahurijeko.

5. "Ukwihana" ni iki? (**umurongo 4**)?

6. "Umubatizo" nk'umugirwa canke umugenzo wari ufise ico wisangije kandi ngirakamaro mu gikorwa ca Yohana Umubatizi kugeza yaho, mu buryo butandukanye n'ubwo uwundi muntu wese muri Bibiliya, azwi kandi agashushanywa n'ico gikorwa (ni, inyuma ya vyose, "Umubatizi"). Akamaro k'umubatizo karabandanijwe na Yesu yatumye abigishwa biwe ababarira ati *"ni mugende muhindur amahanga yose abigishwa, mubabatiza mw'izina rya Data wa twese, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera."* (**Mat 28:19**). Akamaro n'insiguro y'umubatizo, kandi ni mu nzira izihe zihambaye unyuranye n'imigenzo yari isanzwe izwi mu Bayahudi y'ugukebwa?

7. Wibajije ku kugene Yohana Umubatizi yambara, impuzu ziwe, ku vyo yarya n'ukugene yari abayeho vyasigura iki, vyerekana iki?

8. Mu buryo ubwahe Yohana Umubatizi yerekanye impwemu n'amahame y'ubutumwa bwiza mu vyo yavuze no mu kugene yabayeho?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**1:9-13:** ***[9] Muri iyo misi Yesu ava i Nazareti i Galilaya, araza, abatizwa na Yohana muri Yorodani. [10] Avuye mu mazi, aca abona ijuru ritandukanye, mpwemu aramanuka amugwako, asa n'inuma.. [11] Ijwi riva mw'ijuru, riti, "Ni wewe mwana wanje nkunda ukampimbara."***

***[12] Mpwemu aca amushorera mu bugaragwa. [13] Amarayo imisi mirongo ine, ageragezwa na Satani, kandi yaba hamwe n'ibikoko, abamarayika bakamukorera.***

**Imirongo 9-13—**Ukubatizwa kwa Yesu n'ukugeragezwa na Satani

Imbere yuko Mariko yegeranya akandika amajambo ya Yesu yavuze, abanza kuvuga mu nca make ku mubatizo wa Yesu n'ukugeragezwa kwiwe mu bugaragwa ageragezwa na Satani. Ivyo vyose vyabaye vyari bifise insiguro vyari ibimenyetso. Vyerekana ariko bitagarukirije kuri ibi giusa yuko Yesu—Mesiya wa Isirayeli yari yarasezeranywe n'umukiza w'isi—ni ugusubiramwo kahise ka Isirayeli n'abantu, itandukaniro ni uko Yesu yanesheje, yatsinze aho Isirayeli na Adamu vyabataye ku w'amazi.

1. **Imirongo 9-11—**Ukubatizwa kwa Yesu

Matayo avuga yuko Yohana yagomvye kumwankira mu kuvuga ati *"Ko ari jewe nkwiye kubatizwa nawe: none uje kuri jewe?" Ariko Yesu aramwishura ati, "bikunde ubu, kuko ari vyo bidukwiye, ngo dushitse ukugororoka kwose."* (**Mat 3:14-15**) Yohana yari yatahuye ko Yesu ata caha agira, kubera yuko Umubatizo wari ikimenyetso c'ukwihana n'ukwishikanira Imana n'ubwami bwayo. Mu kwemera kubatizwa, Yesu yari ashize ahabona ko yiyeguriye muri vyose Imana. Ikindi, nubwo atagira icaha, mu kwemera kubatizwa "Yesu uwutagira icaha yishushanije ubwiwe n'ukuba mu kibanza kimwe na benegihugu nka we b'Abisirayeli mu kubatizwa nka bo. mu kwishushanya na bo ngaha vyitangira ukwishushanya, ukwiharurana n'abanyavyaha igihe yikorera ivyaha vyabo ku musaraba." (Poythress 1991: 253) Ico gihe *"azoharuranwa n'abanyabicumuro"* (**Yes 53:12**). Nk'uko yashinze umubatizo nk'ikimenyetso kigaragara inyuma ku mubiri ko turi abigishwa biwe, Yesu yerekanye ko yipfuza kwishikanira inzego zose z'ijuru kandi yakoze ivyo adusaba natwe vyose.

Yohana Umubatizi yerekana yuko yabatije Yesu kugira ngo amenye Mesiya uwo ari we neza adakekeranya (**Yohana 1:31**, *"Nanje sinari bwamumenye, ariko kubw'iyo mpamvu, kugira ngo yerekwe ab'Isirayeli, ni co catumye nanje nza mbatiza mu mazi"*). Ukubatizwa kwa Yesu kwabaye nk'urwinjizo rwo mu gikorwa ciwe yakoreye ahagaragara, uwo ari we nka Mesiya, hamwe n'ukwiharurana n'Imana. Ivyo vyemezwa ku mirongo ya **10-11** ivuga yuko *"avuye mu mazi aca abona ijuru ritandukanye, Mpemu aramanuka amugwako, asa n'inuma. Ijwi riva mw'ijuru, riti "Ni wewe mwana wanje nkunda ukampimbara..'"* Ayo majambo ni ngirakamarro. Ubwa mbere Imana yari yise Isirayeli umwana "wayo" mu gihe co mu Kuvayo (**Kuv 4:22—***"Isirayeli ni Umwana wanje w'imfura"*). **Mat 2:15** hasubiramwo, hakabura **Hos 11:1,** *"Maze mpamagara "umwana" wanje ngo ave muri Egiputa"* kandi agaca abikoresha kuri Yesu. Uru rurimi, iyi mvugo iriko irerekana ingene kahise ka Isirayeli ko mw'Isezerano rya Kera iriko irongera gushirwaho na Yesu. Ukubatizwa kwa Yesu vyongeye ni ukwongera kwibutsa no kwerekana ukujabuka ikiyaga gitukura n'uruzi Yorodani (aho na ho muri urwo ruzi akaba ari ho yabatijwe),hamwe no kwinjira mu gihugu (**Kuv 14:13-22; Yos 3:14-17;** raba **Mat 3:13-17; Mariko 1:9-11; Luka 3:21-22; Yohana 1:31-34**). Ikindi, ukwiharurura kwa Yesu akigereranya n'Umwana w'Imana vyerekana yuko ari ugushitswa kw'Isezerano rya Dawidi Mesiya yarobanujwe amavuta, kandi akaba Umushumba w'Uhoraho yari yarahanuwe, yaravugishijweko (Raba **2 Sam 7:14; Zab 2:7; Yes 42:1; 52:13–53:12; Ivyak 13:33**). Ukwuguruka kw'ijuru kwibutsa imvugo yakoreshejwe muri **Yes 64:1** (*"Icompa ugasatura ijuru ukamanuka"*). Nk'uko twabibonye ku mirongo ya **1:1-3**, "nk'uko na Yes 40 hamwe na Mal 3 hitangira imbere ukuzoza atari ukw'umuntu ameze nka Mesiya, ahubwo Imana ubwayo nyene, ni nakwo Yes 64 havuga. Yesu ntaharurwa ko ari intumwa ya Yahweh gusa, ariko mu buryo bw'igitangaza bunyegejwe aharurwa ko ari Yahweh ubwiwe yiziriye, yisidukiye." (Watts 2007: 122) Ngaha Imana yimanukiye ubwayo biciye mu muntu Yesu, kandi bose Mpwemu na Data barabishingira intahe Umwana. Urwo rurimi nyene rw'ugusatura ijuru, ijuru riruguruka, rurakoreshwa kandi mu gihe Kristo yari abambwe, igihe *"Igihuzu gikingiriza ahera cane h'urusengero gitantamukamwo kubiri, uhereye hejuru ugashita hasi"* (**Mariko 15:38**). Ugutabuka kw'ijuru gutangurira igikorwa Yesu yakoreye ahagaragara.

**Yes 61:1** hari havuze yuko Mpwemu w'Uhoraho azoza, akamanuka kuri Mesiya maze akamurobanuza amavuta kugira ngo atangure igikorwa ciwe. Ukwo kurobanuzwa amavuta kwarerekanywe mu bantu biciye mu kwururuka kwa Mpwemu akamugumako, asa n'inuma. Yesu yaremeje ukwo kurobanuzwa amavuta muri **Luka 4:18** (asubiramwo **Yes 61:1**). Muri iryo jwi ryaje riva mw'ijuru, Imana izana, igashira hamwe igitigiri kitari gito c'ibisomwa vyo mw'Isezerano rya Kera kugira ngo yerekane Umwana: "Zab 2:7 havuga Umwana wanje, Yesaya 42:1 havuga ku vyerekeranye n'imibabaro y'umushumba anezereza Imana n'Itanguriro 22:2 kuvyerekeranye n'Umwana akundwa yari atanzwe. Izo mpamvu zose zo mw'Isezerano rya Kera zizungurutse Yesu ngaha muri iki gihe." (Spencer 2008: The Baptism) Ni co gituma, Ukubatizwa kwa Yesu ari ikigereranyo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kandi gikomeye cane e—kwerekana uwo ari we kandi kukerekana igikorwa ciwe camuzanye. "Mu butumwa bwiza bwa Mariko, kwihindura Umwana w'Imana kuratangazwa mu guhishura kwabaye ku mubatizo. Mu buryo budasanzwe, buje uko nyene giturumbuka—ijwi, inuma, ijuru rikuguruka—ivyo vyose bitangaza yuko ubu Ubwami bw'Imana bwegereje; ubu, guhera aka kanya kuri Yorodani, Ubwami bw'Imana buraje; ubu, intango y'ibintu bishasha—itanguriro rishasha muri kahise k'ugucungura kazanana—n'ukuza—kw'Umwana wa Data. Kuvayo kuronka ugushitswa kwako muri Yesu; ukuba mu bugararwa, ugusuhukira mu bugararwa kuronka ugushitswa kwako muri Yesu; uguca mu mazi kuronka ugushitswa kwako muri Yesu. Kanatsinda, ubwami bw'Imana bwo mu gihe c'iherezo buregereje, buri hafi." (Dennison 1994: n.p.)

Ikindi kintu ca nyuma ku kubatizwa kwa Yesu *"ugushitsa ukugororoka kwose"* ni uko yategerezwa gushitsa ivyasabwa n'Isezerano rya Kera kugira ngo umuntu yinjire mu gikorwa c'ubuherezi. Yari umuherezi mu murongo wa Melekisedeki (**Zab 110:4; Heb 5:8-10; 6:20**). Abaherezi batanga ibimazi babishikanira Imana mu gishingo c'abantu; Yesu ubwiwe yahindutse ikimazi c'ivyaha vyacu (**2 Kor 5:21; 1 Pet 2:21**). Mw'Isezerano rya Kera, umuherezi yategerezwa kwuhagirwa n'amazi (**Kuv 29:4; Lew 8:6**) kandi akarobanuzwa amavuta (**Kuv 29:7; Lew 8:12**). Ukubatizwa kwiwe mu mazi n'ukurobanuzwa amavuta na Mpwemu Yera, bigaragaza yuko Yesu yashikije ivyo vyasabwa yamara mu buryo burengeye uko vyari ukuri ku bahezezi bo mw'Isezerano rya Kera—amazi y'umubatizo ahanini yariko aratunga agatoki ku rupfu rwiwe n'ukuzozuka kwiwe (**Rom 6:3-5**), kandi Mpwemu Yera ni kwo kuri kw'uko ugusigwa amavuta. Vyongeye ashobora kuba yari akeneye kuba amaze imyaka 30 y'amavuka (**Guh 4:3**; raba **Luka 3:23;** Price 2018: n.p.).

2. **<u>Imirongo 12-13—</u>**<u>Ukugeragezwa na Satani</u>

*Mpwemu aca amushorera mu bugararwa"* (**umurongo 12**). "Hariho ikintu kiguma kigaruka ngaha ku Bakristo bose. Ubwa mbere, aha ni ahantu ho kwumvira no kwubaha. Hanyuma hariho umugisha wo kumenya neza yuko ndi Umwana w'Imana. Hanyuma, hariho ukuja ahantu mu kibanza co kugeragerezwamwo no gusuzumwa, gupimwa. Iki ni igikorwa c'Imana nk'uko habaye umugisha ku mubatizo. Mariko ariko arabibwira abamusoma bose neza ko amagaragezwa n'ugusuzumwa kwabo ari kimwe mu vyo bategerezwa gucamwo nk'abana b'Imana. Yesu na we yaciye muri iyo nzira nyene." (Spencer 2008: The Temptation)

Ukwo gushusha kuri hagati y'Ukugeragezwa kwa Yesu n'ukugeragezwa kwacuni kunini cane mbere kugeza yaho Spencer mu vyo avuga yongeramwo ibi. "Yesu yitwa Adamu wa nyuma" kandi akitwa "umuntu wa kabiri" mu b'i **1 Kor 15:45, 47**. Mu kugeragezwa kwiwe, Yesu yariko arasubiramwo ukugeragezwa kwashikiye Adamu wa mbere mw'itongo rya Edeni: bose Adamu na Kristo barageragejwe na Satani. Adamu yageragerejwe mw'itongo; Yesu yageragerejwe mu bugaragwa. Adamu yageragejwe n'icamwa, yariko arashira ijambo ry'Imana mw'isuzuma kugira ngo arabe ko ivyo Imana yavuze ari vyo, kandi yari yikanze ko yoca acika nk'Imana (**Ita 3:1-6**); Yesu na we yageragereshejwe na Satani umutsima, yageragejwe kugira ngo Satani arabe ko yoshira Imana mu kigeragezo, yes una we yageragejwe kugira ngo Satani arabe Yesu yokwemera kwakira ubwami bwose bw'iyi si n'ubwiza bwabwo (**Mat 4:1-10; Luka 4:1-12**). Mw'Itongo, Adamu yari akikijwe n'ibikoko kandi yaganza ibikoko; mu bugaragwa, Yesu yaba ahamwe, yari akikijwe n'ibikoko biryana. Adamu aneshwa n'igeragezwa rya Satani; Yesu anesha igeragezwa rya Satani. Kubera Adamu yaneshejwe, abamarayika baciye barinda inzira ija ku giti c'ubugingo kugira ngo Adamu ntashobore kukiryako (**Ita 3:24**); kubera Yesu yanesheje, abamarayika baciye baza baramukorera (**Mariko 1:13**).

Amageragezwa ya Adamu na Kristo asa n'ayacu. Ikibazo cari imbere ya Adamu, Kristo, kandi ni co kimwe n'ayari imbere yacu ni ukumenya ijambo ry'Imana no guhitamwo nimba turikurikiza canke ntiturikurikize. Ikigize icaha ca Adamu (n'ikigize icaha cacu) ni "ukwononekara kw'iciza mu kugikoresha kugira ngo umuntu yironkere inyungu ziwe bwite gusa atarinze kuraba inyungu z'umuremyi w'ico ciza. Uguhitamwo kwumviriza ijwi ry'Imana gukabwa n'uguhitamwo inyungu z'umuntu gusa" asunitswe n'ukwibako, n'ukwigenga hamwe n'ivyipfuzo vyiwe. (Faro 2021: 116) Mu kugeragezwa nka "Adamu wa nyuma" kandi akaba "n'umuntu wa kabiri," Yesu yariko aratwereka ingene dushobora kunesha amageragezwa. Urupfunguruzo ni uko, mu buryo bunyuranye n'ivyashikiye Adamu hamwe n'ibidushikira, Yesu ntiyigeze akora wenyene ivyo yiyumvira, canke ivyipfuxo vyiwe gusa ariko igihe cose yavuga kandi yakora ibijanye n'ubugombe bwa Se, bwa Data (gereranya **Ita 3:1-6; Mat 16:23; Mariko 8:33** na **Mat 26:39; Mariko 14:36; Luka 22:42; Yohana 5:19, 30; 6:38; 8:28; 12:49; 14:10**). Mu bugaragwa, "yararushe agira intege nke nk'izacu, ariko yarigumije kandi atwereka ingene natwe dushobora kwigumya. (Ef 6:10ff) Intsinzi yiwe ku kintu cose c'igeragezwa camujeko ni icizere n'ivyizigiro ku muntu wese asenga ari mu mageragezwa aterwa n'intambara y'ivy'ubu bugingo bwo kubaho." (Spencer 2008: The Temptation) Kubw'ivyo, **Heb 2:18** havuga hati *"kuko ubwiwe ko yababajwe no kugeragezwa, ashobora no gutabara abageragezwa."* Ko Yesu *"yababajwe igihe yageragezwa"* vyerekana yuko imibabaro yiwe muri ukwo kugeragezwa yari irengeye kure n'iyo imibabaro dushobora gucamwo igihe tugeragejwe. Impamvu ni uko Yesu yanesheje ukugeragezwa *guhera*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*mu ntango gushika kw'iherezo, atigeze atsindwa n'ukwo kugeragezwa.* Twebwe mu bisanzwe turatsindwa n'ayo mageragezwa. Igihe dushikiwe n'amageragezwa akomeye, kenshi na kenshi turaneshwa. Yesu ntiyigeze aneshwa, canke ngo yicishirize ahiwe. Kubw'ivyo, yamye ahura n'amageragezwa igihe cose kandi akomeye cane uko bishoboka kwose. Intsinzi yiwe ishobora kuba iyacu igihe tugumye hafi yiwe, igihe tumenye ijambo ryiwe n'ubugombe bwiwe, twisunze, tuvomye ku bubasha bwa Mpwemu, maze tukamwumvira muri vyose.

Ukugeragezwa kwa Yesu vyongeye cari ikigereranyo co gusubiramwo kahise ka Isirayeli. Imisi mirongo ine Yesu yamaze mu bugaragwa (**Mat 4:1-2**) ni agace gatoya k'imyaka mirongo ine Isirayeli yamaze mu bugarargwa. Nk'uko Imana yarongoye Isirayeli mu bugaragwa (**Kuv 13:17-18, 21**), Mpwemu Yera yashoreye, yarongoreye Yesu mu bugaragwa (**Mat 4:1; Mariko 1:12; Luka 4:1**). Nubwo Mariko atandika, atavuga amagaragezwa ayo ari yo, Matayo na Luka bobo barayavuga bayafoboye. Amageragezwa Yesu yageragejwe, yahwanye agahangana na yo mu bugaragwa (**Mat 4:1-11; Luka 4:1-13**) abangabanganye n'amageragezwa ya Isirayeli igihe yari mu bugaragwa. "mw'igeragezwa rya mbere n'inyishu Yesu yatanze, harimwo ukubangabangana kwinshi kandi gukomeye mu nsiguro kwubakiye ku ciyumviro nyamukuru c'ukuba umwana w'Imana kwa Yesu n'ukuba umwana w'Imana kw'igihugu ca Isirayeli. Bose ni 'abana' (Gus 8:5; gereranya na Mat. 4:3, 6); bose "bashorewe" (Gus 8:2; gereranya na Mat. 4:1); bose bajanywe mu bugaragwa /ubutayu (gus 8:2; raba Mat. 4:1); kandi bose barashonje (Gus 8:3; raba Mat. 4:2)." (Burke 2006: 173-74n.55) Aho Isirayeli itanezerejwe ikaruhishwa n'ivyo Imana yabagaburira ari yo manu (**Guh 11:1-6**), Yesu yarageragejwe ngo ahindure amabuye imitsima arye (**Mat 4:3; Luka 4:3**). Mu nyuma, Yesu amaze guhaza abantu 5000, Yesu ubwiwe yaciye yigereranya na Manu iyo Isirayeli yaririye mu bugaragwa mu kuvuga ati, *"Ni jewe mutsima wamanutse uva mw'ijuru"* (**Yohana 6:1-14, 41, 48-58**). Aho Isirayeli yagerageje Imana i Masa n'i Meriba basaba ikimenyetso n'icemezo c'uko Imana iri kumwe na bo n'icemezo c'ububasha bwayo (**Kuv 17:1-7**), Yesu Yageragejwe asabwa gusimba ngo yiororere hasi avuye ku gasongero k'urusengero kugira ngo ategeke Imana ngo ishitse amasezerano yayo (**Mat 4:5-6; Luka 4:9-11**). Aho Isirayeli yavuye ku Mana igahindukirira ikimasa kivugutiwe mu nkero (**Kuv 32:1-6**), kandi mu nyuma bagasenga Bayali (**Hos 2:1-13**), Yesu yarageragejwe ngo ni yikubite hasi apfukame asenge Satani (**Mat 4:8-9; Luka 4:5-7**). Ikindi, Yesu yanesheje amageragezwa yose akoresheje ugusubiramwo impfunyapfunyo ya Mose ivuga kuri kahise ka Isirayeli mu bugaragwa (**Gus 8:3; 6:13, 16**). "uguhitamwo ivyo bisomwa bitatu muri ako gace gatoya ko mw'Isezeramo rya Kera vyerekana ko yabonyemwo ukubangabangana mu buryo bw'imenyeshamana hagati y'ivyo Abaisirayeli baciyemwo n'ivyo na we ubwiwe yaciyemwo. Isirayeli yahanywe "nk'umuntu ahana umwana wiwe" (Gus 8:5), ariko nta cigwa yigeze ibikuramwo. Ubu Yesu, atangajwe gushasha ko ari ' Umwana w'Imana' kuri Yorodani, afise ukwo kuba Umwana gushirwa mu kigeragezo nk'ico Abisirayeli bashizwemwo. Ariko aho Isirayeli vyayitaye ku w'amazi bikayinanira, Yesu wewe yagaragaje ko ari umwana w'Imana w'ukuri. Muri we isezerano rya Isirayeli rirashitswa." (France 1975: 67)

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Ni izihe mpamvu zatumye Yesu abatizwa kandi cari ikintu yategerezwa gucamwo gute mu buzima bwiwe kandi cari ngirakamaro kugira ngo atanguze ubwami bw'Imana?

2. Tutarinze kuraba ibivugwa mu bundi butumwa bwiza, ni amageragezwa yandi ayahe Yesu ategerezwa kuba yaraciyemwo, si mu bugaragwa gusa ariko mu buzima bwiwe bwose?

3. Nimba Yesu yaranesheje Satani ku musaraba n'ukuzuka, none ni kubera iki tugihura n'amageragezwa?

4. Uko uhura n'amageragezwa, biragufasha kumenya yuko Yesu na we yahuye n'amageragezwa na we? Kubera iki bigufasha canke kubera iki bitagufasha?

- Mbega hari itandukaniro bizana ku nyishu yawe igihe uravye amageragezwa yakunesheje (harimwo nayo watsinzwe ku *bigirankana* kandi *uvyishakiye* mbere naho wari ubizi imbere y'igihe yuko ivyo wari ugiye gukora ari amakosa, bihanwa n'ivyagezwe, kandi bishavuza kandi/canke bibabaza Imana)?

5. Bibiliya irabitomora neza yuko Yesu atigeze akora icaha—ariko *yari* gushobora gucumura ahuye n'amageragezwa anyuranye? Mbega **Heb 2:18**, havuga yuko Yesu *yageragejwe* mu mageragezwa yiwe, havuga iki kuri ivyo? Nimba ari uko, bigenda gute? Nimba wibaza ko atari uko biri, ni kubera iki bitari uko, kandi muri ico gihe, none **Heb 2:18** hasigura iki?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

6. Soma ayo mageragezwa atatu Yesu yageragereshejwe yanditse muri **Mat 4:1-10**, hanyuma uce wiyumvira kuri ibi bikurikira: Igeragezwa ryose *rifatiye* canke *rishingiye* ku ki?

- Igeragezwa ryose rifitaniye isano ki n'ubwami bw'Imana hamwe n'igikorwa ca Yesu?

- Ingaruka yari kuba iyihe (kuri Yesu, ku gikorwa ciwe, no ku bwami) iyo Yesu akaneshwa n'ayo mageragezwa?

**1:14-15:** ***14 Yohana amaze gushirwa mw'ibohero, Yesu aja i Galilaya, babwira ubutumwa bwiza bw'Imana, 15 at' Igihe kirashitse, ubwami bw'Imana buri hafi: mwihane mwemere ubutumwa bwiza."***

**Imirongo 14-15—**Ugutangaza Ubwami

Ubutumwa bwiza bwa Yohana bugaragaza yuko Yesu yatanguriye igikorwa ciwe ahanini i Yudaya kandi no mu micungararo y'uruzi Yorodani imbere yuko Yohana Umubatizi afatwa, ahagarikwa agapfungwa. Ibi vyabaye igihe Yesu yariko "arakuzwa" kandi Yohana na we yariko aragirwa "muto" (**Yohana 3:30**). "Intumwa ntibarimkumwe na we uko bigaragara mu gihe kinini c'ico kiringo kiretse rimwe na rimwe" (Cheney 1969: 37). Ku murongo **14** ariko Mariko ariko aratwereka yuko Yohana Umubatizi yaheraheje igikorwa Imana yari yamushingiye, yamuhamgariye, yamuhaye nk'integuza. Yohana yashizwe mw'ibohero na Herode Antipasi, umutegetsi w'i Galilaya, kubera Yohana yari yaragirije Herode ko yarongoye Herodiya, yari umugore wa mwene wabo Filipo (**Mat 14:3; Mariko 6:17-18; Luka 3:19-20**) Mu buryo bw'agakekezo, ivyo vyabaye vyatumye Yesu aja I Galilaya (mu ntara ya Herode). I Galilaya Yesu ni ho yatoranirije intumwa cumi na zaibiri, igikorwa ciwe yakoranye nabo cumi na babiri ni ho yakoze igihe cose, kandi ubutumwa bwiwe bwagumye bwiyongeranya, bukura.

**Umurongo wa 15** upfunyapfunya ubutumwa bwa Yesu. Integuro y'Imana kwari uko *"Maze igihe gikwiye gishitse, Imana ituma umwana wayo, yavyawe n'umugore, kandi yavutse aganzwa n'ivyagezwe, ngw' acungure abaganzwa n'ivyagezwe, biduheshe gucika abana b'Imana"* (**Gal 4:4-5**). Kubw'ivyo, ku murongo wa **15** Yesu atangaza avuga ati, *"Igihe kirashitse."* Yemeje ivyo muri **Luka 4:21** igihe yasoma ivyabuwe muri **Yes 61:1-2a** ku bijanye n'ukuza kwa Mesiya kandi aca aravuga ati, *"Ivyo vyanditswe birashitse uyu musi, nk'uko amatwi yanyu avyiyumviye."* Kubera ivyo, **2 Kor 1:20** havuga yuko amasezerano yose y'Imana yashikijwe muri Yesu.

Ibi birafise ingaruka zikomeye kuri twebwe. Nkuko Paulo abivuga mu b' **2 Kor 6:2**, *"Mu gihe co kwemererwamwo ndakwumvise, no ku musi wo gukirizwako, ndagutahuye."* Ibi bitugarukana ku co Yesu yatangaje muri **Mariko 1:15** yuko *"ubwami bw'Imana buri hafi."* Igihe Yesu yasenda abadayimoni, yabwiye Abafarisayo ati, *"Noneho Ubwami bw'Imana burabashikiriye"* (**Luka 11:20**). Muri **Luka 17:20-21** yongeyeko ibi, *"Ubwami bw'Imana ntibuzoza bwerekanwa, kandi ntibazovuga bari Ehe ngubu: canke bati Nguburiya, kuko ubwami bw'Imana buri muri mwebwe."* None ivyo bishoboka gute, kubera yuko tugikora icaha n'ibibi, kandi vyinshi mu bigize isi bigwanya Kristo n'intwaro yiwe? Uru rusa n'urusobane rusigurwa na kamere k'ubwami bw'Imana"buja bwarashitse / kandi bukaba butarashika, mu yandi majambo, nubwo ubwami bw'Imana n'inganji ya Kristo bija vyaratangujwe kandi bigashirwa mu ngiro ku mahame (ubwami buja "bwarashitse"), ntiburagaragara neza ariko burindiriye ko buzokwinjirwamwo nyakwinjirwamwo mu bwiza bwose bwabwo muri kazoza (ako ni ko gace kagize ubwami "kuba butarashika").[1]

Insiguro ya mbere mu Giheburayo mw'Isezerano rya Kera no mu majambo yo mu Kigiriki yo mw'Isezerano Rishasha yahinduwe nk'"Ubwami" bw'Imana ni "inganji Yiwe, ubutegetsi bwiwe, ingoma yiwe, ukuba hejuru ya vyose kwiwe . . . si ahantu canke abantu" (Ladd 1959: 19-21; raba **Zab 103:19; 145:11, 13; Mat 6:33; Mariko 10:15; Luka 19:11-12**). Mu buryo kanaka, ubwami bw'Imana buhoraho. Imana yamyeho, n'ubu iriho, kandi izokwama iri hejuru ya vyose, yigenga, itavugirwamwo kandi izokwama iganza vyose (**Ita 1:1; Yobu 12:9-10; Zab 103:19; Yes 44:24-28; 66:1-2; Dan 4:34-37; 6:26-27; Mat 5:34-35; Ivyak 4:27-28; 7:49-50; Ef 1:11**).

Yamara mu bundi buryo na bwo ubwami bw'Imana ni ukuri kwo mu vy'impwemu buja bwaradushwayemwo kandi bushobora kwinjirwamwo muri iki gihe. Kamere k'ubwami karatandukanye n'ivyo Abayuda bari biteze mbere karatandukanye n'ivyo abigishwa ba Yesu bwite bari biteze (ubwa mbere). Yesu

[1] Ukugene "ubwami buja bwarashitse /kandi bukaba butarashika" vyaravuzweko n'abandi bantu benshi. Raba ubururero Hoekema 1979: 13-22; Venema 2000: 12-32; Vos 1979: 38 (igicapu cogufasha). Bigaragarira mu bahirwe nyakuri bavugwa muri **Mat 5:2-10**: imirongo ya **2, 10** iri muri kubu; izindi mpera zose ziri muri kazoza. "Iryo tandukaniro ni rinini cane, kuko ryerekana yuko nubwo ubwami bw'Imana (inganji ya Kristo) ija yaradushwayemwo, ugusongongera canke ukuyinjiramwo nyakuyinjiramwo kurindiriye ukuzogaruka kwiwe mu bwiza" (Alexander 2008: 95).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yarerekanye neza yuko ubwami bw'Imana ari ivy'impwemu (**Yohana 3:5-8**) kandi bushobora kwinjirwamwo gusa biciye mu buryo bw'ukuvuka ubwa kabiri (**Yohana 3:3**). Ni co gituma Yesu yavuze ati, *"Mwihane, mwemere ubutumwa bwiza"* (**Mariko 1:15**). Tuja twarahanahanye ivyiyumviro ku kwihana ngaho hejuru ku bifatanye na Yohana Umubatizi. *"kwizera ubutumwa bwiza"* ni urundi ruhande rw'ikingorongoro c'ukwihana. Umuntu ashobora kuvuga yuko hariho ibintu bitatu vy'ukuri, vy'ukwizera gukiza canke ivyizerwa: (1) hariho agace k'ivyo mu bwenege—umuntu ategerezwa kwizera yesu uwo ari we n'ivyo yakoze (raba **Ivyak 2:22-24, 32, 36; Rom 1:1-4; 10:9; 1 Kor 15:1-8**); (2) hariho ibigizwe n'agace k'inyifato, ingeso—ingeso zacu, inyifato yacu, ibikorwa vyacu, ubuzima bwacu canke ubugingo bwacu ni ibigaragaza, ni ibimenyamenya, ivyemezo vy'uko ukwizera tuvuga ari ukuri canke atari ukuri (raba **Mat 28:18-20; Yohana 14:23-24; Ef 2:8-10; Yak 2:14-20**); kandi (3) hariho agace k'ukwishikana—urukundo no kwishikanira Kristo ni ibintu nkoramutima ku kwizera kw'ukuri kandi gukiza (raba **Yohana 15:4-15; 17:3; 21:15-17**). Michael Spencer yerekana kamere k'ukuri k'"ivyizerwa" bikiza muri ubu buryo: "Ivyizerwa vyo mw'Isezerano Rishasha bifise vyinshi bisangiye n'ivyizerwa dufatanya n'ivyo twitangira mu buzima bwa misi yose. Ukwubakana ni ko karorero ka mbere novuga. Abantu bahitamwo gushikanirana ubugingo bwabo "kwizera" uwundi muntu utarinze kubikekeranya, kumwizera wese n'ubugingo bwawe bwose, kazoza kabo n'ivyo batunze vyose. . . . ukwizera Yesu kutabandanya si ukwizera kw'ukuri. Kwihangana ni kimwe mu bigize ukwizera nyakuri. Ukwizera gushobora kuba urugendo rurerure kandi rurimwo amakorosi menshi harimwo n'udusozi twinshi, imyonga, n'ibihe vy'ukwama canke bitari ivyo kwama, ariko ukwizera nyakuri kurabandanya kwizera Yesu hamwe n'ukurondera kumukurikira. Bibiriya ntihumuriza umuntu yigeze kwizera ariko akabivamwo, atakibirimwo, atacizera. . . . Kwihana n'ukwizera bitegerezwa kuguma bigendana. Ni co gituma, igihe umuntu amabajije ico bakwiriye gukora kugira ngo bazoje mw'ijuru, nca ndabaha inyishu atari iy'uburyarya: Emera ivyaha vyawe, wihane kandi ushikanire Yesu ivyo wiyiziko vyose n'ivyo uzi vyose kuri Yesu." (Spencer 2020: The Response)

Gutangaza ubwami yari yo ntumbero ya mbere y'inyigisho za Yesu (**Mat 4:17, 23; 9:35; Luka 4:43**) hamwe n'imigani yiwe (**Mat 13:1-50; 21:28-22:14; 25:1-13**). Yatumye abigishwa biwe gutangaza ubwami bw'Imana (**Luka 9:1-6; 10:1-12**). Ibihe vyose imbere n'inyuma y'urupfu rwa Kristo, "ubwami bw'Imana" bwanganishwa n' *"ukuvuga ubutumwa bwiza"* (**Luka 9:2, 6**) kandi n' *"ubutumwa bw'ubuntu bw'Imana"* (**Ivyak 20:24-25**). **Ivyak 28:23-31** hanganisha *"ubwami bw'Imana"* n' *"agakiza k'Imana."* Imana yashiriyeho ishengero ryayo kuba umuserukizi agaragara w'ubwami ngaha kw'isi (**Mat 16:18-19**). Mu buryo nk'ubwo, dukwiye "kugumiza mu bwenge bwacu yuko ukubaho kwose rukristo ari ugushira mu ngiro ubutumwa bwiza mu bintu vyose bigize ubuzima bwacu bwa misi yose. Dutangurana na Kristo nk'ivyaremwe bishasha kuri twebwe, kandi tukabandanya tuja kw'ihangiro, iryo na ryo rikaba ari ugusa na we, ukumera nka we ugushushanywa na we mu vyeremwe bisha vy'isi yose." (Goldsworthy 1991: 233) Ibi ni vyo bigize ubwami "buja buri muri twebwe".

Mu bundi buryo nabwo, ubwami bw'Imana ni ubwo mu gihe kizoza, mu gihe c'iherezo. Ibisomwa bimwe bimwe bivuga ku bwami bw'Imana nk'aho ari ubwami bwo muri kazoza buzoza igihhe conyene Kristo azogarukira (**Mat 7:21; Mariko 9:47; 10:23; 14:25**). Mu yandi majambo, ubwami bw'Imana ni intumbero, ni ihangiro ryo mu gihe c'iherezo rya kahise kose, igihe abansi b'Imana bose bazotsindwa, ububisha bwose bugakurwaho kandi Imana ikaganza abantu bayo mu bugororotsi butagira agatosi, mu munezero no mu vyiza (**Dan 2:44; Zek 14:9; Mat 6:9-10; 1 Kor 15:20-28; Ivyah 21:1-22:5**). Muri ubu buryo, ubwami bw'Imana ni ubwo muri kazoza (**Mat 7:21; Mariko 9:47; 10:23; 14:25; Luka 21:27-31; 22:15-16; Ef 5:5; 2 Tim 4:18; 2 Pet 1:11**). Ni "umwandu Imana izoha abantu bayo igihe Kristo azogarukira mu bwiza no mu cubahiro ciwe [**Mat 25:34; 1 Kor 15:50; Ef 1:14, 18; Kol 3:24**]" (Ladd 1959: 17). Ivyo ni vyo bigize agace k'ubwami "butaraza". Ubwami "buja buri muri mwebwe" n'ubwami "butaraza" birafitaniye aho buhurira: "Imigisha y'iki gihe ni ingwati n'imponjo y'imigisha myinshi izoza yo muri kazoza" (Hoekema 1979: 22).

***<u>1:16-20:</u>*** ***[16] Aciye i ruhande y'ikiyaga c'i Galilaya, abona Simoni na Andereya mwene nyina baterera urusenga mu kiyaga, kuko bari abarovyi. [17] Yesu arababarira ati "Ni munkurikire, nzobagira abaroba abantu." [18] Baca bareka insenga, baramukurikira. [19] Yigiye imbere gato, abona Yakobo mwene Zebedayo na Yohana mwene nyina, na bo bari mu bwato basana insenga. [20] Aca arabahamagara, basiga se Zebedayo mu bwato hamwe n'abakozi biwe, baramukurikira.***

<u>**Imirongo 16-20**—Guhamagara abigishwa ba mbere</u>

Mu gihe ca Yesu, abantu bipfuza kuba umwigishwa w'umwigisha canke rabbi bategerezwa kwegera umwigisha bakamusaba ko boba abigishwa biwe, abamukurikira, abanywanyi biwe (raba **Mat 8:19**). Ariko, mu bijanye n'ivya Yesu, Yesu ubwiwe ni we yafashe inshingano, ni we yafashe iya mbere mu gushinga imigenderanire y'ubwigishwa (raba **Mat 4:18-19; Mariko 1:16-17; 2;14; Luka 5:9-11, 27; Yohana 1:42-43**).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Ivyabaye vyanditswe na Mariko ntibwari ubwa mbere Yesu ahuye na Petero, Yakobo na Yohana. **Yohana 1:35-51** yerekana yuko Simoni (Petero), Andereya, Filipo, na Natanayeli baja barahuye na Yesu, kumbure iruhande canke hafi y'uruzi Yorodani, gatoya inyuma y'ukubatizwa kwa Yesu. Ivyo ni vyo bishobora gusigura igituma Petero, Andereya, Yakobo, na Yohana baciye basiga ako kanya nyene ubwato bwabo igihe Yesu yabahamagara akababarira ngo *"Nkwirikira."*

Ihamagarwa ry'aba bigishwa ba mbere ritwereka rimwe na rimwe ikintu ngirakamaro ku bijanye n'ukuba umwigishwa. Ubwa mbere, nta tandukaniro riri hagati y'ukwihana no kuba umwigishwa (**Mat 28:18-20**). Mu bice bisomwa vyinshi, Yesu ahamagara abantu ngo bamukurikire, ahamagarira abantu kumukurikira nk'abigishwa biwe maze akabaha uvyiyumviro bijanye na kamere ko kuba umwigishwa (raba **Mat 4:18-22; 5:3-16; 10:24-25; 12:46-50; Mariko 3:31-35; Luka 6:40; 8:19-21; 9:23-24, 57-62; 14:25-33; Yohana 8:31-32; 13:34-35; 15:1-8, 18-20**).

Ijambo ry'Ikigiriki "umwigishwa" ni *mathētēs.* "*Mathētēs* risigura ikiregeye mw'Isezerano Rishasha akanyeshuri canke uwuriko ariga. Ni umunywanyi yemera amategeko n'inyigisho ahabwa na nyene kuzimuha kandi izo nyigisho akazigira itegeko ryiwe ngenderwako." (Zodhiates 1993: *mathētēs,* 936) ubugira kabiri, ukuba umwigishwa ni uguhinduka. Inyishu ya Petero, Andereya, Yakobo na Yohana—*"basize . . . baramukurikira"*—bifatanye n'umuhamagaro wa Yesu wo *"kwihana no kwizera."* Abo bigishwa ba mbere basize ivyashara vyabo n'imiryango yabo—kandi n'ivyo bahora binjiza n'umutekano wabo—kugira ngo bakurikire Yesu. Mu nyuma, Petero avuga ati, *"Twaretse vyose turagukurikira"* (**Mariko 10:28**). Hariho imigenderanire itari iyo guca iruhande y'ihamagara rya Yesu ryo*"kwihana no kwizera ubtumwa bwiza"* (**Mariko 1:15**) hamwe no guhinduka umwigishwa. Kanatsinda, urufatiro ry'ukuba umwigishwa ni ugutahura kwimbitse n'ukwemera ubutumwa bwiza hamwe n'ico ivyo bisigura n'ingaruka zavyo: "ubutumwa bwiza ni ubwa abigishwa, si ubwo 'abanyavyaha;' burakiza bugahindura abantu bari mu migenderanire, si abantu buntu gusa bavyigirira. . . . ukuba umwigishwa vyerekeranye n'ukwizigira Yesu, kwizera ubutumwa bwiza bwiwe. Nubwo ibi vyumvikana ko vyoroshe cane, ingorane ni uko bitugora gutahura ico ari co kwizigira Yesu canke kwizera ubutumwa bwiza. . . . [ugutuma gukomeye] gushingiye ku gutangaza ubutumwa bwiza ku bataraba abigishwa hamwe no kwgisha ubutumwa bwiza abaja barabaye abigishwa. Yesu ashira imbere ubutumwa bwiza, ubwo na bwo bugashikana ku kugira abigishwa bakuze. Ntiyahamagariye abantu kuvuga ubutumwa bwiza ubwa mbere, guhindura abantu abigishwa ni ikintu kiza ubwa kabiri. Vyose ukuvuga ubutumwa bwiza n'uguhindura abantu abigishwa biterwa n'ubutumwa bwiza. . . . Yesu yatangaje ubwo butumwa bwiza nyene abubarira amagugu, ishengero ry'abantu yigishije abigishwa. Ntiyigeze afata ba bigishwa cumi na babiri ngo abigishe ubutumwa budasanzwe ngo yongere abahe ivyanditswe ngo bige amashuri adasanzwe n'ubwenge budasanzwe bugera kure. Ubutumwa bwiza ni ubwo abagitangura n'abageze kure kubera ata n'umwe atsinda amashuri y'ubutumwa bwiza. Yesu yigishije ubwo butumwa bwiza nyene bw'ubwami ku banyavyaha no ku beranda. Kubera iki?Kubera ivyo yari agamije vy'ubuntu ari yo nyishu yonyene ku kibazo cacu c'icaha, Abakristo canke abatari abakristo bose. Bose barakeneye mu buryo budasanzwe uguharirwa, ukwuzura no kwongera gusubizwa ububasha bw'ubutumwa bwiza, kumenya no kunezererwa Imana, atari rimwe gusa ariko ubugingo bwabo bwose n'ubuzima bwabo bwose." (Dodson 2012: 17, 19, 36, 38)

Michael Spencer avuga yuko ukugene twifata ku muhamagaro wa Yesu, nk'uko vyagenze ku bigishwa biwe ba mbere, utegerezwa kuba "ugufasha hasi ubugingo bwacu bw'iki gihe maze tukakira ubundi bugingo bushasha. Uko dusoma aya mazina [y'abigishwa ba mbere], dusanga abo bari abagabo bafise imiryango n'ivyo bategerezwa gutunganya, n'ivyo bategerezwa kuriha nk'uko natwe tubifise, ariko barahinduwe na Yesu cane kugeza yaho basiga vyose bakamukurikira. Yesu yari azi neza ico ivyo bisigura. Yabwiye abigishwa biwe ko bakwiye kubanza kwiyumvira no guharura ico bizobasaba kumukurikira (Luka 14:28ff) kandi ko badakwiye kumukirikirana imitima ibiri. (Matayo 8:18-22)" (Spencer 2009: The Calling) Umwigishwa nyakuri ashira urukundo n'ukwishikana kuri Yesu kurusha ibindi vyose n'abandi bose, mbere n'ubugingo bwiwe bwite (**Luka 14:26**). Yongera ko ibi, "Uyu musi ni ibigezweho kuvuga ko "wakiriye Kristo" kandi ko "wasavye ko Yesu aza mu bugingo bwawe." Ayo majambo nta na hamwe tuyasanga muri Bibiliya kandi ni yo agize ubugingo Rukristo mu majambo hariho ikinti kinini abuze. Kristo aduhamagarira kumukurikira. Aduhamagarira kwigira kuri we. Kumwigana. Kumuherekeza. Ntitwoshobora kuvuga vyose vy'ico bisigura gukurikira Yesu." (Ico gitabu nyene.)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. "Ubwami bw'Imana" ni iki?

2.Ubwami buriho "*gute*" ubu (cane cane dufatiye ku kibi ciraye mw'isi)?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

3. Yesu yavuze *"kwizera ubutumwa bwiza."* Ivyo bisigura iki?

- Dufatiye kuri ivyo, abantu benshi baraba bafata gute iryo jambo "kwizera?"

- Wibaza ko Yesu yashatse kuvuga iki akoresheje iryo jambo?

4. Yesu yavuze ati *"Nkwirikira."* Bisigura iki gukurikira Yesu?

5. "Kwemera no kwakira Yesu" canke "gusaba Yesu ngo aze mu mutima wawe" *nti*tubisanga muri Bibiliya. None ayo majambo *ahajije* iki mu gusigura ico ari co kuba Umukristo?

- Muri ubwo buryo, wibaza iki ku ciyumviro kivuga yuko ushobora "kwakira no kwemera Yesu" nk' *umukiza* ariko ntumwakire kandi ntumwemere *nk' umwami*?

6. Mbega mu vy'ukuri yaraguhamagaye? Nimba yaraguhamagaye, woba warigeze kwibaza *igituma* yaguhamagaye?

**<u>1:21-45:</u>** ***[21] Bashika i Kaperinawumu, aca yinjira mw isinagogi kw isabato, arabigisha. [22] Batangazwa***
***n'inyigisho ziwe, kuko yabigisha nk'ufise ububasha, ntase n'abanyabwenge b'ivyanditswe. [23] Uwo mwanya***
***mw'isinagogi yabo hari umuntu yinjiwemwo n'impwemu ihumanye, arasemerera, [24] "Ati Duhuriye hehe ga***
***Yesu Munyanazareti? Uje kuduhonya? Ndakuzi uwo uri we, uri uwera w'Imana." [25] Yesu aramuzibiza, ati***
***"Hora, muvemwo.!" [26] Iyo mpwemu ihumanye iramujegeza, irasemerera, ivuga n'ijwi rirenga, imuvamwo.***
***[27] Bose baratangara, bituma babazanya, Bati "iki ni iki"? Ni ukwigisha gusha kwuzuyemwo ubushobozi!***
***N'ububasha agera n'impwemu zihumanye na zo, zikamwumvira." [28] Inkuru yiwe ica ikwira hose mu gihugu***
***cose c'i Galilaya kihakikije.***
***[29] Bavuye mw'isinagogi, baca bajana na Yakobo na Yohana mu nzu kwa Simoni na Andereya.***
***[30] Kandi inabukwe wa Simoni yari aryamye, afashwe n'umururumbo, baca bamubarira ivyiwe. [31] Araza,***
***amufata ukuboko, aramuvyutsa, umururumbo urazima, arabazimana.***
***[32] ku kagoroba, ku kirengazuba, bamuzanira abarwaye bose n'abinjiwemwo n'abadayimoni. [33] Igisagara cose***
***gikoranira kw'i rembo. [34] Akiza benshi bari barwaye ingwara zitari zimwe, asend abadayimoni benshi,***
***ntiyakundira abo badayimoni ko bavuga, kuko bari bamuzi.***
***[35] Mw'ijoro rishira ubuca aravyuka, arasohoka, aja mu gahinga, asengerayo.. [36] Simoni n'abandi***
***bari kumwe na we baramukurikira: [37] bamubonye baramubwira bati Bose bariko barakurondera."***
***[38] Arabishura ati, "Tuje ahandi mu bisagara biri hafi, na ho nyene nigisheyo, kukw ari co canzanye."***
***[39] Yinjira mu masinagogi yabo i Galilaya hose, avuga ijambo ry'Imana, asenda abadayimoni.***
***[40] Haza umunyamibembe kuri we, amwinginga amupfukamiye, at'Ukunze, woshobora***
***kumpumanura." [41] Amugirira akagongwe, aramvura ukuboko, amukorako, ati Ndakunze, humanuka."***
***[42] Imibembe ica imuvako, arakira. [43] Aramwihanikiriza rwose, aca amurungika uwo mwanya, [44] aramubarira***
***ati, "Wirinde, ntihagire uwo ubikerukiriza, ariko genda wiyereke umuherezi, utange ivy'uguhumanurwa***
***kwawe, nk'uko Mose yageze, bibe ikimenyetso, kibabere icabona." [45] Maze avaho, atangura kwandagaza no***
***gukwiza ivyabaye; ni co catumye yesu atabaye agishobora kuja mu gisagara abanda babizi, ariko aguma***
***inyuma yaco mu gahinga: abava hose baza kuri we.***

<u>**Imirongo 21-45—**Ugukiza ingwara no gusenda abadayimoni</u>

Yesu atangurira igikorwa ciwe i Galilaya, aho akomoka. Galilaya hari mu gace ka ruguru ko muri Isirayeli, hafi y'i Kiyaga c'i Galilaya. Igikorwa ciwe carangwa n'ugukiza ingwara, gusenda abadayimoni n'ukwigisha. Ni i Galilaya yahamagariye abigishwa biwe cumi na babiri.

1. <u>**Imirongo 21-28—**Yesu yigisha mw'i sinagogi kandi akiza umuntu yari yinjiwemwo n'impwemu ihumanye</u>

**Mat 4:13** havuga yuko igihe Yesu yaja i Galilaya inyuma yuko Yohana Umubatizi ashizwe mw'ibohero, yaciye yimuka, aja kuba i Kaperinawumu. "Kaperinawumu cari igisagara kinini kandi c'ingirakamaro i Galilaya, icicaro c'ubutegetsi n'ubudandaji kandi haca abantu benshi bo mu mihingo myinshi y'isi. . . . Gutumirwa kwigisha mw'isinagogi nini mu gisagara gihambaye nticari ikintu coroshe umuntu apfa gukora atiyumviriye. Iki ni ikintu cerekana ko Yesu yaja yamaze kwemerwa nk'umwigisha kandi kumbure nk'umuntu akora ibitangaza." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Teacher")

"Abanyabwenge b'ivyanditswe" ntibari abantu basanzwe bandika ivyagezwe ariko bari "abasomyi

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

n'abahinga b'ico gihe, bari barigishijwe bihagije mu gusigura no mu gushira mu ngiro ivyagezwe" (Wessel 1984: 627). Abanyabwenge b'ivyanditswe barashobora kwigisha no gusigura Ivyanditswe, nk'uko n'abasomyi canke abize tewoloji uyu musi babigira, mu kwabura izindi nsiguro n'abandi bantu bakomeye bagize ico bavuga ku majambo kanaka. Yesu yari atandukanye na bo. Yigisha nk'umuntu afise ububasha muri we bwo gusigura no gutangaza insiguro y'Ivyanditswe. Ukugene yigisha wokubonera neza ku nyigisho yatanze ari ku musozi igihe yaguma asubiramwo avuga ati, *"Mwarumvise ko vyavuzwe [mu yandi majambo, mu Vyanditswe] . . . Ariko jeho ndababwire"* (**Mat 5:21-22, 27-28, 31-32, 33-34, 38-39, 43-44**). Ikindi, igihe yigisha mw'i sinagogi i Nazareti, ahejeje kwabura ivyanditswe muri **Yes 61:1-2a**, yaciye atangaza ati, *"Ivyo vyanditswe birashitse uyu musi nk'ukw amatwi yanyu yiyumviye"* (**Luka 4:21**). Ivyo ntibidutangaje, kubera tuzi kandi dutahura Yesu uwo yari we. Ariko Michael Spencer yerekana ingene iyo nyigisho ya Yesu yari simusiga: "inzira imwe yonyene dushobora kwiyumviramwo ingaruka y'inyigisho nkiyo ni igihe conyene twiyumviriye ukugene Abakristo bokwiyumvira canke bokwifata ku muntu aje avuga ati: 'Raba neza, Ndazi yuko Bibiliya ivuga ibi n'ibi, ariko ndababarire …'" (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Teacher") Ntibitangaje rero ko abantu *" Batangazwa n'inyigisho ziwe, kuko yabigisha nk'ufise ububasha, ntase n'abanyabwenge b'ivyanditswe"* (**umurongo 22**).

Hejuru y'ivyo, ivyo Yesu yakoze vyagaragaza yuko afise ububasha bwo kwigisha nk'uko yakoze (umurongo **27**). Nubwo abantu benshi mw'ishengero bashobora kuba batari bazi Yesu uwo yari we, abadayimoni bobo baramumenye. Bari bazi ko ari *"Uwera w'Imana"* (**umurongo 24**). Bari bazi yuko ukuza kw'Uwera w'Imana kuzozanana n'ugucirwako iteka n'uguhonywa, ni co catumye babaza bati, *"Uje kuduhonya?"* (umurongo **24**; raba kandi **Mat 8:29; Mariko 5:7; Luka 8:28-31**) Yamara, abadayimoni ntibari bwamenye kamere k'ubwami ko "bwaja buri muri bo ariko kandi bukaba butarashika muri bo" kandi ko Kristo yari akwiriye kuza incuro zibiri: ubwa mbere ko yaje aciye bugufi, ubwa kabiri ko azoza azananye intsinzi kandi aje no guca urubanza.[2] Mu gusenda impwemu zihumanye, impwemu mbi, abadayimoni, Yesu yariko aragaragaza yuko afise ububasha "ku bakuru, abafise ububasha, n'abaganza iyi si y'umwiza n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru." (**Ef 6:12**; raba **Mat 12:22-29; Mariko 3:22-27; Luka 11:14-22**). Mu nca make, "igihe wewe nanje, duhwanye dukubitanye na Yesu Kristo amaso mu yandi mu bugingo bwacu dukwiriye gutahura ikintu kimwe abantu ba kiriya gihe ciwe na bo batahura: uyu si umuntu asanzwe. Uwu ni umuntu yisa mu bintu vyose. Uwu ni umuntu yigisha afise ububasha, nk'Imana ubwayo. Uyu ni umuntu ahangana n'ububisha kandi bukamwumvira nk'Imana ubwayo." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Teacher")

Ubwa nyuma, igihe mpwemu ihumanye ari yo dayimoni yamenya Yesu uwo ari we *"nk'Uwera w'Imana"* (**umurongo 24**), Yesu yaciye ayikankamira, ayibarira ati *"Ziba, hora!"* (**umurongo 25**) Yesu yategetse ibi ku mpwemu kandi n'izindi mu bihe vyinshi bitari bimwe mu butumwa bwiza (raba, uburorero, **Mat 8:4; 9:30; 16:20; 17:9; Mariko 1:25, 34, 44; 3:12; 5:43; 7:36; 8:30; 9:9; Luka 4:41; 9:21**). Kubera iki yakoze gurtyo? Hashobora kuba hariho impamvu zitari nke. Ubwa mbere, ashobora kuba atashaka yuko abadayimoni ari bo batangaza uwo ari we. Ubwa kabiri, ashobora kuba atashaka kuba rurangiranwa ningoga kugira ngo ntatakaze igikorwa ciwe, kugira ngo ntaboneke ko ari umukiza w'ingwara gusa kandi ngo abe uwusend abadayimoni gusa. Ubugira gatatu, inyuma yuko Yesu ahejeje guhaza abantu 5000, Yohana avuga yuko abantu *"bagira baze kumufata ngo bamwimike nk'umwami ku nguvu"* (**Yohana 6:15**). Mu yandi majambo, Yesu yari akikujwe n'abantu bari baje kumuraba nk'umuntu ahwana, yishura ibibazo n'ingorane zabo, ivyo bakeneye vy'umubiri (raba **Yohana 6:26-27**), umunyepolitike, canke mbere umutegetsi w'umusirikare. Ico si co cari igikorwa ciwe cari camuzanye. Ahubwo, Yesu yari azi ko uwo ari we n'igikorwa ciwe vyari bifatanye cane n'umusaraba. Ico ni co catumye aza ngaha kw'isi, kandi ico cari ikintu kitashobora kwigishwa canke gusigurwa. Nk'uko umwanditsi umwe yabisiguye, "Kubera vyaciye mu rupfu rwiwe nk'umuherezi vyatumye Yesu ashobora gukiza abantu biwe, urwo rupfu rwari ngombwa imbere yuko amenyekanan neza uwo ari we. Iyo amenyekana uwo ari we neza ku bantu imbere yuko apfa, hari kwanduka ukutumvikana n'indyane nyinshi zikomotse ku kudatahurana kwinshi kw'Abayuda kw'uwo Mesiya yategerezwa kuzoba." (Carter 2003: 9) mbere n'abigishwa biwe ntibatahuye ngombwa y'ukubambwa kwiwe. Vyagiye gutahurika kuri bo amaze kuzuka.

2. **<u>Imirongo 29-34</u>**<u>—Yesu akiza ingwara benshi</u>

Ukwo gukiza ingwara benshi kwerekana ububasha budasanzwe bwa Yesu. Ikoreshwa ry'amajambo "bose" na "benshi" (imirongo **32, 34**) ryerekana yuko ugukira kw'uwo muntu yarimwo abadayimoni ku mirongo ya **21-28** nticari ikintu gipfuye kuba kandi ko Yesu yari afise ububasha ku ngwara zisanzwe zatera

[2] Uku kudatahurana gusa n'ukudatahurana kw'abigishwa ubwabo bibaza yuko ugusambuka kw'urusengero, ukuzogaruka kwa Yesu n'umuhero w'isi cari ikintu gikubiyemwo ibintu vyinshi (raba **Mat 24:3; Mariko 13:4; Luka 21:7**) Kamere "ibija vyarashitse, kandi bikaba bitarashika" k'ubwami vyaravuzweko muri Menn 2021: 23-25.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

abantu co kimwe n'abadayimoni. Ugukiza ingwara kwa Yesu kwabera aho nyene, kukaba kwuzuye, gukwiye kandi kukagaragara. Nta kibazo cariho ko yari umuntu adasanzwe mu bubasha bwiwe no mu bushobozi bwiwe. Muri Yesu, ububasha bw'igihe kizoza "bwari bwashwaye, bwinjiriye" iki gihe; ububasha bwiwe ku ba dayimoni no ku ngwara vyagaragaje yuko *"ubwami bw'Imana buri hafi"* (**Mariko 1:15**). "Ibitangaza vyo gukira ingwara muri Mariko biriho nk'igice kigize ubutumwa: Ubwami bw'Imana bwaje, bwashitse muri Yesu. Ingwara hamwe n'ukwononekara kw'umubiri cari igice c'ingaruka z'icaha dusoma mw'Itanguriro 3. Mu buryo bunyuranye n'ubwo, ibitangaza vya Yesu bigaragaza ububasha bw'Ubwami bw'Imana bwo guhindura izo ngaruka hamwe no gusangangura ibikorwa vy'umwansi." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Healer")

Ukuba rurangiranwa kwa Yesu nk'umukiza kwari gufise ingaruka zigaragara. Ubwa mbere, kubera abantu bagizwe n'umubiri -umushaha, ingwara z'umubiri zikunda gutuma umuntu yiraba "imbere" mu mushaha mu yandi majambo, ikindi kintu ico ari co cose gica gita agaciro iyo umuntu arwaye ku mubiri. "Ivyo bitangaza vy'ugukiza vyerekana yuko Yesu azanye ikintu ku bigize umuntu wese. Ubwami bw'Imana ni ubutumwa bwiza mu bigize ubuzima bwose bwacu." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Healer") Ugukiza kwa Yesu ingwara ntikwagaragaje gusa ububasha bwiwe n'ubushobozi bwiwe ariko vyongeye vyabashoboje gukura amaso ku kugene imibri yabo imeze kugira ngo bagire ico bakoze ku butumwa bwa Yesu ku vyerekeranye n'ukugene bameze mu vy'impwemu.[3] Ubwa kabiri, ico inabukwe wa Petero yakoze amaze gukira umururumbo (*"Araza, amufata ukuboko, aramuvyutsa, umururumbo urazima, arabazimana,"* **umurongo 31**) bigaragaza ico abigishwa nyakuri baca bakora: igihe Yesu akoze ku bugingo bwacu, duca tumukorera, kandi ivyo tubikora mu gukorera abandi.[4]

3. <u>**Imirongo 35-39—**Yesu yigisha i Galilaya</u>

**Imirongo 35-39** yerekana "urundi ruhande rw'ikingorongoro" c'imigenderanire iri hagati y'ivy'umubiri n'ivy'impwemu. Nubwo ugukiza umubiri w'umuntu bishobora gutuma yuguruka akumviriza ubutumwa bwiza, kubera turi ivyaremwe vy'inyama n'amaraso bizima biba mw'isi iboneka, ivy'umubiri birashobora kurengera ivy'impwemu. Nkuko Michael Spencer avyerekana, "Umusomyi w'ubutumwa bwiza aza azananye n'iciyumviro c'uko Yes una we nk'umuntu yari arengewe n'abo baje barondera gukira" (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Healer").

Yesu yari azi ico ivyo bishobora gukwega. Kubw'ivyo, ako kanya nyene ahejeje gukiza umuntu no gusenda abadayimoni muri benshi, *"mw'ijoro rishira ubuca, aravyuka, arasohoka, aja mu gahinga, asengerayo"* (**umurongo 35**). Ico ni na co yakoze ahejeje guhaza abantu 5000 (**Mariko 6:46**). Walter Wessel yabonye yuko ingorane yesu yahanganye na yo ahejeje gukiza abantu benshi, no gusenda abadayimoni hamwe no guhaza abantu 5000 yari "inyifato nto kandi ata co ivuze y'abantu baza kuri Yesu. Banezwe n'ivyo ashobora kubakorera kugira ngo abakize ingwara zabo. Ni co gituma Yesu arondera inkomezi, n'inguvu zishobora gusa kugira ubumwe n'imigenderanire Data ashobora gutanga. Abigishwa . . . biyumvira ko Yesu azonezerezwa n'uko bose bariko baramurondera (umurongo 37). Ntibatahura yuko ukwo kuba rurangiranwa no kumwakirana bidashemeye ariko hari ico bahekeyeko ari co catumye aja mu gahinga, arikumira aja gusenga." (Wessel 1984: 629)

**Imirongo 38-39** yerekana yuko, nubwo ari ngirakamaro yuko yitwararika ivyo bakeneye vy'umubiri vy'abantu, Yesu yari azi yuko igikorwa ciwe cari kirengeye kurusha ivyo. Ishengero ryashaka Yesu ko asubira inyuma canke ko aguma aho yari ari. Iyo akabikora gurtyo, abantu benshi bari gukira vy'imfatakibanza, gukira ku mubiri—ariko ntitwari kwigera turonka umukiza. Ni co gituma, yabwiye abigishwa biwe ati, *"Arabishura ati Tuje ahandi mu bisagara biri hafi, na ho nyene nigisheyo, kuko ari co canzanye"* (**umurongo 38**). Ishengero ntirikwiriye kwibagira ico cigwa. Ico gikorwa gitegerezwa kwitwararika ivyo abantu bakeneye. Yamara, ico gikorwa gitegerezwa gukora ivyo mu buryo bwo kugaragaza ukuri guhindura n'ukuri kw'ubutumwa bwiza.

4. <u>**Imirongo 40-45—**Yesu ahumanura umunyamibembe</u>

Ugukiza umunyamibembe muri iki gisomwa (raba kandi **Mat 8:2-4**) kugaragaza akandi gace k'ivy'impwemu n'ivy'umubiri, imigenderanire iri hagati y'umubiri n'umushaha. Rebecca Pippert abisigura gurtya: "Yesu yarabona ibikenewe. Yari afise ububasha budasanzwe bwo kubona ivyinyegeje mu bantu kandi akamenya ico bakeneye, canke ico mu vy'ukuri bizeye, ariko bagatinya kugishira ahabona. . . . kuri uwo munyamibembe muri Mariko 1:40-45 yari gushobora gusemerera akavuga ati, 'Kira . . . ariko ntunyegere. Ndanka, ndashishwa no kubona abantu barwaye imibembe.' Si uko yavuze. Yesu yaramwegereye amukorako.

[3] Imigenderanire iasanzwe iri hagati y'ivy'umubiri n'ivy'impwemu ntitegerezwa kwibagirwa n'ukwirengagizwa n'ishengero mu gikorwa caryo co kw'isi. Urwo rufatangane rwaravuzweko mw'ido n'ido muri Menn 2016 na Menn 20017.

[4] Si Petero wenyene yari yararongeye gusa, ariko kandi n'abandi bigishwa bose uko ari cumi na babiri bari bararongoye, bari bafise abagore (**1 Kor 9:5**).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Ko Yesu amukorako ntivyari ngombwa kugira ngo akire ku mubiri wiwe. Vyari ngombwa ko akira no mu bigumbagumba, mu bishobisho. Murashobora kwiyumvira ico vyasigura kuri uwo muntu gukorwako? Umunyamibembe yari igicibwa, yari amenyereye kubona abantu bamuhunga iyo ariko aragenda mw'ibarabara, abegereye bagaca bashwiragira, bakikunja bamubonye, 'ubuhumane—ubuhumane!' Yesu yari azi ko uyu muntu adafise ingwara gusa yo ku mubiri ariko yari afise n'iyindi ngwara yo kwikengera. Yari akeneye gukorwako kugira ngo akire neza. Kandi muri ubwo buryo Yesu yishuye nk'uko yama abikora, amukiza vyose kandi hose." (Pippert 1979: 37-38)

Yesu yavuze ku guhumanurwa kw'umunyamibembe nk'ikimenyetso c'uko ari Mesiya w'ukuri wa Isirayeli, Isirayeli ubwayo yari ikize, kandi ubwami bw'Imana bwari bubashwayemwo, bwari butanguye. "ivyahanuwe ku kuzogaruka bavuye mu kinyago, hamwe n'ukuzogaruka kwa YHWH aje I Siyoni, vyabonye ivyo bintu bibaye nk'aho ari ugusubiza ibintu mu buryo bw'ivyaremwe, gushimikiye ku gukiza abarwaye [uburorero, **Yes 35:1-10:** *"Ni ho impumyi zizohumuka, n'ibipfamatwi bizoziburwa. Ico gihe ucumbagira azosimba nk'impongo, ururimi rw'ikiragi ruririmbe."*]: . . . Turashobora kuvuga dushize amanga yuko Yesu yipfuza ko 'ibikorwa vyiwe bihambaye' vy'ugukiza bitahurwa mu buryo bw'ikigereranyo nk'ugushitswa kw'ivyo bari biteze." (Wright 1996: 428-29) Igihe Yohana Umubatizi yazazanirwa n'ivyo Yesu yariko arakora maze akibaza nimba Yesu yari umwe yari yitezwe mu vy'ukuri, Yesu yishuye mu kwerekeza urutoki kuri kamere k'ibimenyetso k'ibikorwa vyiwe: *"Arabishura ati, Ni mugende mubarire Yohana ivyo mwumva n'ivyo mubona: impumyi zirahumuka, abacumbagira bagenda neza, abanyamibembe barakizwa, ibipfamatwi birumva, abapfuye barazurwa, aboro barabwirwa ubutumwa bwiza. Kandi hahirwa uwo ivyanje bidatsitaza."* (**Mat 11:4-6; Luka 7:22-23**)

Yesu mu gukora ku munyamibembe vyari bifise ingaruka zikomeye ku bijanye n'ubumana bwa Yesu. Dufatiye ku vyagezwe, gukora ku munyamibembe canke uwundi muntu "ahumanye" vyaca bituma uwamukozeko na we aca aba uwuhumanye kandi yategerezwa kwihumanura (**Lew 5:3**; raba kandi **Lew 13:45-46; Guh 5:1-4; 19:22**). Ariko, "Igihe Yesu yakora ku munyamibembe, iyo mibembe n'ubuhumane ntivyigeze vyandukira Yesu. Yesu ni Uwera kandi ni Umukiza. Ububasha bwo gukiza no guhumanura, bukomoka kuri Yesu bukaja ku munyamibembe kugira ngo aneshe ingwara. Imibembe ntishobora kugira ico ikozeko kuri Yesu, ntishobora kumwandukira. . . . Yesu yagaragaje ko afise ububasha budasanzwe n'ubushobozi budasanzwe. Nka Emmanuel, Ni Uwera. Ukutandura kuva muri we kugira ngo gukize uwanduye kandi arafise ububasha bwo gutangaza ugukira kw'uwari yaranduye. Yesu ntiyarakeneye ikintu na kimwe cotuma aja gukora igikorwa co kwihumanura ubwiwe. Ubutumwa bwiza nta na hamwe bwerekana ko Yesu yigeze aja miu mihango yo kwihumanura. Nk'Uwera, ntiyashobora kwanduzwa n'umunyamibembe. . . . Nubwo Yesu atashobora kwandura igihe yakora ku munyambembe, ukutandura gukomoka kuri we kugatembera ku munyamibembe. Ivyagezwe vy'ukutandura bironka ugushitswa muri we." (Viljoen 2014: 6)[5]

Ibi na vyo bifise ingaruka mu gushikiriza ubutumwa bwiza ku ba Isilamu n'abandi barajwe ishinga n'ikibazo c'ukwera n'ukwiyanduza. Bruce Sidebotham arafise ico abivugako: "Muri Indonesia umugenzi yarambajije igituma Abakristo baguma bavuga yuko Yesu ari Imana kandi ko yabambwe. Aho kugerageza kwumvisha uyo mugenzi wanje ko bose bacumuye kandi ko ingero y'icaha ari urupfu, ko icaha cose gitegerezwa guhanishwa n'urupfu, naciye mbona ivyo ari asanzwe azi, ko umubiri was wanduye kandi ko no guhera imbere y'ukuvuka ni ho harimwo ibigize ibituma dukeneye kwezwa, no guhumanurwa. Naciye ntanga iciyumviro canje ku migenzo itagira ico imaze yibaza ko yotuma duhumanuka bihagije kugira ngo dushobore gushika mw'ijuru, kubera yuko umucafu udashobora kwigira uwudahumanye, umucafu ubwawo ntushobora kwiyeza no kwitunganya nk'uko umwiza udashobora kwigira umuco. Naciye mvuga yuko nk'uko buji yirukana umwiza mu cumba igihe bayakije bakayishira mu cumba kirimwo umwiza, Imana ikura ukwandura mu muntu mu kuba igihumane. Mu yandi majambo, ico kintu Abaisilamu badashaka kwumva kurusha ibindi vyose mu mu vyo Abakristo bashikiriza canke bavuga—ni uko Imana yishushanije n'ivyaremwe na yo, ari umuti w'ikibazo gikomeye c'umuntu nk'uko Abaisilamu benshi bavyiyumvira." (Sidebotham 2002: 4) Nubwo Abaisilamu baterekwa iciyumviro c'uko Yesu ari Imana yihinduye umuntu, "kamere k'ibitangaza Yesu yakora – guhumura impumyi ayisize utwondo tuvurunzwe n'amate yaciriye n'ugukiza umunyamibembe amukozeko – bigaragaza

[5] "Iyo nkuru iherana na Yesu abariye uwo muntu gutwara ico kimazi ciwe kandi akaja kwiyereka abaherezi. Mwomenya yuko intambuko ya mbere n'iya kabiri zerekeranye n'imigenzo y'ukwihumanura nk'uko bivugwa mu ba Lewi 14:2–9, bitavurwamwo. Yesu yaja yakuyeho uguhumana kwari kuri uwo mugabo (intambuko ya mbere y'uguhumanura), kandi yaja yamutangaje ko ahumanutse (intambuko ya kabiri). Icari gisigaye cari ikimazi c'intambuko ya gatatu, kugira ngo umuherezi ashobore kwongera kumwemerera kwinjira mu bandi mu bugingo n'ubuzima bw'ivyo mu mpwemu." (Viljoen 2014: 6) Uwo munyamibembe yari yahumanutse mu kuja ku muherezi cari ikimenyetso n'icemezo c'ububasha bwa Yesu bwo gukiza mbere n'ingwara zigoye canke zidakira kandi bitegerezwa kuba vyarahinduye ivy'ukuba umuherezi kudasanzwe kwa Yesu, ububasha, n'ubushobozi.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ko ategerezwa kuba yari Imana. Nta muhanuzi canke umuvugishwa n'Imana n'umwe asanzwe yashobora gukora ku munyamibembe ntiyandure, ntahumane, kandi n'igihe imva y'uwavugishwa n'Imana yategerezwa kuba iyera amate yiwe yoyo aguma ameze nk'ayo abanda bantu bose." (Ico gitabu nyene). Yamara Yesu (n'amate yiwe) aguma atanduye kandi ari ayera—bisigura yuko adashobora kuba ari umuntu buntu asanzwe gusa.

Ikibazo c'uko Yesu ategeka abantu kunuma, kutabikarukiriza hasi no kutabibarira umuntu n'umwe (**umurongo 44**) twarabihanahanyeko ivyiyumviro aho hejuru dufatiye ku mirongo ya **21-28**. Ngaha, yakijije umunyamibembe akora nk'uko abanda bantu basanzwe bakora maze uwo munyamibembe aca atangaza ubutumwa bw'uko akize, ahumanutse, n'ubwo Yesu ubwiwe yari yamubujije kubivuga. Ivyo vyagize ingaruka y'ukugabanya igikorwa ca Yesu yakorera ahabona, ahagaragara. Nubwo vyagenze gurtyo, ukuba rurangiranwa kwiwe kwabaye yuko, naho yagumye ahantu hiherereye, *"abantu bava hose baza kuri we"* (**umurongo 45**).

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Nimba "icaha cose ari icaha," kubera iki Yesu kenshi yakarira cane akabwira amajambo akomeye abanyabwenge b'ivyanditswe, Abafarisayo, n'abigisha b'ivyagezwe kurusha uko yabwira, yakarira abanyavyaha "basanzwe"?
2. Kubera iki kenshi Yesu yabwira abadayimoni n'abantu gucereza igihe yaba ahejeje gukora ibitngaza?

3. Ni muhanahane ivyiyumviro ku migendranire iri hagati y'ivy'umubiri n'ivy'impwemu /imigenderanire iri hagati y'umubiri n'umutima/umushaha.

4. Kubera iki ugukiza ingwara cari igice gikomeye mu gikorwa ca Yesu. None ugukiza ingwara kwiwe kwagize ingaruka ki ku gikorwa ciwe?

5. Insiguro y'ibigereranyo y'ugukiza ingwara kwa Yesu n'ibitangaza yakora yari iyihe?

6. Bishoboka gute ko Yesu akora ku munyamibembe ariko we ntahumane?

7. Igihe Yesu adukozeko—biciye mu kudukiza canke mu kindi kintu—dukwiriye kuvyifatamwo gute?

**<u>2:1-12:</u>** ***[1]Hashize imisi, asubira i Kaperinamu, bimenyekana ko ari mu nzu. [2] Bakoraniraho benshi, ntibakwigwa mu nzu, eka n'imbere y'umuryango hose; ababwira ijambo ry'Imana. [3] Haza abazanye ikimuga bagiteruye ari bane. [4] Babuze ingene bamushikira kubw'ishengero, basambura inzu hejuru yaho atumbereye; bahejeje kuhatobora, bururukirizamwo inderuzo, iryamyemwo ico kimuga. [5] Yesu abonye ukwizera kwabo, abwira ico kimuga, ati "Mwana wanje, ivyaha vyawe urabihariwe." [6] Ariko hariho abanyabwenge b'ivyanditswe bamwe bicayeho, biburanya mu mitima, [7] bati "Ni iki gitumye uyo avuga artyo? Ararogose! Ni nde ashobora guharira ivyaha atari umwe, ni we Mana?" [8] Yesu amenye mu mutima wiwe ko biburanya muri bo bartyo, aca arababaza, ati "Ni iki gitumye mwiburanya ivyo mu mitima yanyu? [9] Icoroshe ni ikihe, ni ukubarira ikimuga, nti Uhariwe ivyaha vyawe, canke ni ukukibarira, nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe, ugende'? [10] Ariko kugira ngo mumenye k'Umwana w'Umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha – abwira ikimuga"—ati — [11] "Ndakubariye nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe utahe." [12] Aravyuka, aca yikorera inderuzo, asohoka imbere ya bose: nuko bose barumirwa, bahimbaza Imana, bati "Ntitwari bwabone ben'ibi!"***

### <u>**Imirongo 1-12—**Yesu akiza ikimuga</u>

Iki kintu cavyuye ukurwanywa kwa Yesu n'igikorwa ciwe bikazomushikana, bikazoherera ku rupfu rwiwe. Kanatsinda, iki hamwe n'ibindi bigeye gukurikira mu gikorwa ca Yesu bikorera hamwe mu gushira hamwe Abanyabwenge b'ivyanditswe, Abafarisayo, abantu ba Herode (kare ntibigeze bacanana uwaka) bakorera hamwe mu kurwanya Yesu *"bamugira inama ngo babone ingene bomwica"* (**Mariko 3:6**).

Hariho n'imiburiburi ibintu bitandatu twokura muri uku gukiza ikimuga kwa Yesu. Ubwa mbere, mwibuke yuko muri **Mariko 1:38** Yesu yavuze ati, *"tuje ahandi mu bisagara biri hafi, na ho nyene nigisheyo, kuko ari co canzanye."* Ubu naho yagarutse i Kaperinawumu—biboneka ko ari ho yakora ava mu bikorwa yakorera i Galilaya (raba **Mat 4:12-17**)—kandi *"yariko arababwira ijambo ry'Imana"* (**Mariko 2:2**).

Ubwa kabiri, ico kimuga cazanywe kwa Yesu kizanywe n'abantu bane b'incuti zaco. Yesu ivyo arabibona. Michael Spencer avuga ati, "Si ukwizera kw'ikimuga, ariko ni ukwizera kw'abo bagenzi baco

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bakizanye Yesu yashimye. Vyinshi mu Bukristo bw'i Bulaya ahanini ni ukwikwegerako, ukwikunda n'ukwigungirako kandi bararwanya iciyumviro c' "ukwizera kw'ikibano". Yamara nibaza yuko muri Bibiliya bidashoboka kuvuga ukwizera ko kubaho inyuma, hanze y'ukwizera kw'ikibano cizera imbere yuko na twe twizera, kukadukuza uko tubandanya twiga kwizera, kukadushigikira uko twizera kandi tukizera igihe duhungabanye mu kwizera. Isezerano ry'Imana n' "abantu" bayo ni isezerano ry'ikibano ritirengagiza ukwizera kw'umuntu ku giti ciwe, ku gatwe kiwe, ariko rigashira isezerano ry'Imana mu kibano mu gatimatima k'ivyo Imana ikorana n'abantu. Ibi vyose vyerekana igituma ari ngombwa cane ku Mukristo uwo ari we wese kuba umwe mu bagize ukwizera kw'ikibano." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Forgiver of Sins")

Ubugira gatatu, urupfunguruzo rw'ibi vyabaye turubona ku **murongo wa 5** uvuga uti, *"Yesu abonye ukwizera kwabo, abwira ico kimuga ati, "Mwana wanje, ivyaha vyawe urabihariwe".'"* Kubera uwo muntu nta nkeka yari yaje, aje kurondera ugukira ubumuga bw'umubiri wiwe, nta nkeka ko yari yiteze ko Yesu avuga ikintu kimeze nk'iki, *"Mwana wanje, ukwizera kwawe kuragukijije—kira!"* Kanatsinda, ico kimuga gishobora kuba caranababaye igihe Yesu yavuga ati, *"Mwana wanje, ivyaha vyawe urabihariwe."* (Yari gushobora kwiyumvira ati, "Ivyo ni vyiza, ariko ga Yesu, Jewe ntubona ko naje iwawe ndondera gukira ubumuga bwanje".") Yesu ivyo yari abizi. Ariko kandi yari azi ko ikintu dukeneye kurusha ibindi vyose gishobora kuba atari co kiza imbere y'ibindi vyose. Ico uwo muntu yari akeneye—kandi kikaba—ingorane zacu nyamukuru ntikwari uko ameze ku mubiri, ariko kwari uko ameze mu vy'impwemu. Yesu ntiyariko aravuga ko ubumuga bw'uwo muntu ataco buvuze. (Inyuma ya vyose, Yesu n'umubiri wiwe na wo yarawukijije.) Yamara, ibintu vyose vyerekeranye n'ubugingo bwacu muri uyu mubiri, harimwo n'ubumuga, inzara, agahimbo, ingwara canke kugira amagara meza, ubukene canke ubutunzi, mbere n'ubugingo ubwabwo, ntaco bivuze bigereranijwe na ngombwa y'agakiza kacu n'uguharirwa ivyaha vyacu. Kubw'ivyo, "ico iyi nkuru ivuga ahanini ni ukwiyongeranya k'ububasha bw'ubwami bwa Yesu muri ico gice c'ubuzima ca nyuma gikomeye ku mwana w'umuntu– Uguharira ivyaha. Icaha ni ingorane y'urufatiro ku mwana w'umuntu, ingorane tuguma dusanga kuva mw'Itanguriro 1-11 kandi kandi yashikanye ku nteguro y'Imana guhera kuri Aburahamu no kubandaniriza muri Bibiliya yose. Ubwami bw'Imana ni uguterwa kw'akarere Satani yari yiziziye, yari yiganziye ariko kandi kakaba gafashwe n'ububasha bw'icaha. Agakiza ni intsinzi y'Imana ku caha kandi iyo ntsinzi igaragarira ubwa mbere mu guharirwa. Ikintu ca mbere umuntu akeneye ni uko ukwiyagiriza dufise imbere y'Imana Igororotse kwovanwaho. Ikintu nk'ico ntigishoboka mu bubasha bw'umuntu wenyene. Ntidushobora kwiharira twebwe ubwacu canke ngo dukore ibikorwa vyza bihagije kugira ngo twemeze Imana ko ikwiriye kuduharira. Imana iharira mu buntu bwayo n'imbabazi zayo, ibitewe n'igikorwa c'Umwana Wayo yihinduye umuntu, umusaraba n'ukuzuka. Imana ubu irashobora guharira abanyavyaha abanyavyaha kubera igihano cabo kija cararishwe kandi ukugororoka kwayo n'uguca izibereye kwayo kwarahagijwe. Isezerano ryose rya Kera ryatunga agatoki kuri ivyo kandi ubu Yesu atangaza uguharirwa nk'ingabire yo ku buntu, ata kiguzi umuntu arishe. Iyi ni yon kuru nziza y'ubutumwa bwiza irengeye ibindi bintu vyose." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Forgiver of Sins")

Ibi bidushikana ku kindi kintu ca kane c'iyi nkuru,ni ukuvuga, ico abanyabwenge b'ivyanditswe babivuzeko: intango y'abarongozi b'idini y'ukurwanya Yesu n'igikorwa ciwe. Ico Yesu yavuze abwira ico kimuga (kandi n'ico yari agiye canke yagomba gukora) cerekanye ata guca hirya no hino ikibazo ca *Yesu uwo ari we*. Nimba Yesu ari umuntu gusa, aho rero abanyabwenge b'ivyanditswe bari mu kuri igihe bavuga ku murongo wa 7 bati, *"n'iki gitumye uyo muntu avuga artyo? Ararogose ! Ni nde ashobora guharira ivyaha, atari umwe, ni we Mana ?"* Baramenye neza yuko, bisunze ivyagezwe, ikimazi c'ukuri conyene n'ibikorwa vyo kwihana ari vyo vyonyene vyatanga icizere n'ivyizigiro vy'uguharirwa, ariko gutanga uguharira hakoreshejwe ijambo gusa cari ikintu Imana ubwa yonyene yisangije. Kanatsinda, mu kubwira uwo muntu (atari yari bwigera abona na rimwe imbere yaho) ati*"Ivyaha vyawe urabihariwe,"* Yesu yariko aremeza yuko uwo muntu yacumuye kuri *Yesu ubwiwe*.

Icaha ico ari co cose kiba kigamije kurwanya Imana kubera yuko ivyagezwe vy'Imana biva kuri yo, kandi ivyagezwe ni icirore c'akamere kayo kera; ni co gituma gucumura mu kurenga ivyagezwe vyayo ni ukuyibabaza ubwayo. Ikindi, gucumura ku bandi bantu ni ugucumura ku Mana kubera yuko abantu baremwe mw'ishusho y'Imana (**Ita 1:26-27; 9:6; Yak 3:9-10**); icaha gishikana ku gutesha agaciro no ku guhumanya ishusho y'Imana kandi bikagaragaza ico umunyavyaha mu vy'ukuri yiyumvira ku Mana ubwayo. Ibi bisa n'igihe umuntu yishe uwundi; uwo mugizi wa nabi ntaba agiriye nabi uwo muntu gusa ahubwo aba arenze icagezwe canke itegeko ry'igihugu. Ni co gituma, ari Reta icira urubanza uwo yarenze itegeko, si umuntu yagiriwe nabi. Mu kuvuga yuko aharira ivyaha vy'ico kimuga, Yesu ngaho yariko aremeza ko ari Imana yaje ngaha kw'isi nk'umuntu. C. S. Lewis yerekanye akamaro k'ivyo Yesu yavuze vyo guharira ivyaha—ivyaha vyose: "Turashobora twese gutahura ingene umuntu aharira ivyaha yakorewe. Umponyoye kw'ino ndaguharira, unyivye amahera ndaguharira. Ariko none twogenza dute umuntu umuntu ubwiwe atibwe, atahonyowe kw'ino,

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ariko agatangaza ko aguhariye ko wahonyoye ku wundi muntu canke ko wivye amahera uwundi muntu? . . . Ariko kandi iki ni co Yesu yakoze. Yabwiye abantu ko ivyaha vyabo bihariwe, kandi ntiyigeze abanza kubaza abandi bantu bose ivyaha vyabo vyari vyababababaje ata nkeka.

Yifashe ata kinya nk'aho ari we vyaraba, nk'aho abakoze ivyaha bose ari we babikoreye. Ivyo vyumvikana igihe conyene yoba ari Imana amategeko yayo yarenzwe kandi n'urumundo rwayo rugakomereka mu vyaha vyose bikorwa. Mu kanwa k'umuvuzi uwo ari we wese atari Imana, ayo majambo yosigura ico nobona gusa nk'aho ari ubusazi hamwe n'ibindi bintu bitigeze bivugwa n'uwundi muntu n'umwe yigeze kubaho muri kahise." (Lewis 1996: 55)

Ubugira gatanu, ukugene Yesu yishuye abanyabwenge b'ivyanditswe bigaragaza ko ari Imana utarinze gucisha iruhande na gato yaje ngaha kw'isi nk'umuntu. Ku **murongo wa 8**, Yesu yerekana, ahishura yuko yari azi amabanga n'ivyo biyumvira mu bwenge no mitima. "Ukwo si ugusoma gusa ukugene umuntu ameze, aboneka, canke amajambo yerekanwa n'umubiri, ariko ni ikimenyamenya, n'ukugaragaza ukumenya umuntu wenyene akomoka mw'ijuru, mu yandi majambo Imana yonyene ishobora kumenya; ubwenge busuzuma bukamenya ivyiyumviro vy'abantu n'ibituma abantu bakora uko bakora bituma Imana itumenya uko turi kandi ikaducira urubanza tuberanye itaturenganije." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Forgiver of Sins") Mu **imirongo 9-12**, Yesu yatanze ikimenyetso n'icemezo ntasubirwamwo yuko afise ububasha bwo guharira ivyaha vy'uwo muntu, kandi kubw'ivyo agaragaza ko ari Imana: *"[9]Icoroshe ni ikihe, ni ukubarira ikimuga, nti Uhariwe ivyaha vyawe, canke ni ukukibarira, nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe, ugende'? [10]Ariko kugira ngo mumenye k'Umwana w'Umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha – abwira ikimuga"—ati — [11] "Ndakubariye nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe utahe.".' [12]Aravyuka, aca yikorera inderuzo, asohoka imbere ya bose: nuko bose barumirwa, bahimbaza Imana, bati "Ntitwari bwabone ben'ibi!"'"*

Uwo ari we wese arashobora *kuvuga* amajambo *"uhariwe ivyaha vyawe."* Ariko none umuntu yoshobora ate kumenya nimba ivyaha vyiwe mu vy'ukuri ko vyahariwe, kubera yuko uguharirwa kutagaragara, kudashobora kubonwa n'amaso kubeka kandi ari ukw'ivy'impwemu? Ni co gituma Yesu yagaragaje ububasha bwiwe bwo guharira (kandi agaca agaragaza uwo ari we mu vy'ukuri) mu gukora ikintu kitashoboka ku muntu n'umwe ndetse Imana yonyene: ako kanya nyene kandi mu bwose bwuzuye bwose akiza uwo muntu akoresheje ijambo ryiwe gusa. Mbere no ngaha, hariho vyinshi vyariko biraba kurusha ukurabana mu maso. Igihe abantu bari batangaye kandi bagaha Imana icubahiro igihe babona uwo muntu akize, ntibigeze batahura uburebure bw'igituma Yesu wenyene ari we yashobora kuvuga ayo majambo *"ivyaha vyawe urabihariwe"* n'igituma *"bomenya k'umwana w'umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha."* Igituma ni umusaraba. Ni kubera Yesu yari azi yuko azoja ku musaraba kuriha ivyaha vy'uwo muntu yari ikimuga vyamushoboje kuvuga ati *"ivyaha vyawe urabihariwe."* Ububasha bwo guharira ivyaha burimwo ububasha bwo gukuraho ingaruka z'ivyaha. Yesu wenyene ni we yashobora gukora ivyo kubera yuko yikoreye izo ngaruka ku musaraba. Kubera yuko bigaragara ko ingwara, ubumugan'urupfu ari ingaruka z'icaha (raba uburorero **Ita 2:17; Ezk 18:20; Rom 5:12-14**), Yesu yariko aragaragaza ububasha bwiwe ku caha hamwe n'ingaruka zavyo muri iyi si igaragara, iboneka, kugira ngo abantu bose babibone kandi babimenye ko "Kuri Yesu, nta kintu na kimwe kinanirana ku bubasha bwiwe mu gice na kimwe kigize ubuzima bw'umuntu. Ashobora kubarira icaha, ashobora kubarira ingwara, ashobora kubarira abadayimoni bacinyije bakagira imbohe abantu, ashobora kubarira ukwiyagiriza, ukwiyanka – ashobora kubarira ico ari co cose kitugize inyagano –akatubohora kandi akadukiza rwose" (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Forgiver of Sins"). Vyongeye mbere ibi bigaragarira, vyanditswe ku **murongo wa 11** igihe Yesu yabarira uwo muntu ati, *"Ndakubariye nti Vyuka, wikorere inderuzo yawe utahe."* Ijambo "vyuka" ni ijambo mu Kigiriki *egeirō,* ahandi iryo jambo muri Mariko no mw'Isezerano Rishasha ari ijambo rikunda gukoreshwa ku "kuzuka." Yesu mu kuzuka mu bapfuye no mu kuduga hamwe no gusubira kwa Data vyagaragaje Yesu uwo ari we kandi bigaragaza ko Data yemeye ikimazi ca Kristo ciwe yitanze ku musaraba kubwacu. Kubera yuko Yesu ari "imishuzo" y'ukuzuka, aduha ikimenyamenya yuko, ku kuzogaruka kwiwe, abiwe bose (harimwo n'uwo yahoze ari ikimuga) na bo bazozuka (raba **1 Kor 15:23**).

Mu yandi majambo, kugira ngo Yesu aharire ivyaha vyasigura yuko Yesu ubwiwe yategerezwa kuzopfa mu kibanza c'uwo muntu kandi akariha ikiguzi c'ivyaha vyiwe. Gleason Archer avuga ati, "Imana nk'Imana ntiyashobora guharira ivyaha vyacu kiretse ivyaha vyacu birishwe ikiguzi cavyo; atari uko na ho yategerezwa kuba ari uwirengagiza n'uwusigirirza icaha, kandi n'uwukingira amafuti n'amakosa y'abarenze icagezwe ciwe cera. Ni nk'umuntu wenyene, Imana muri Kristo yashobora gutanga ikintu gikwiye cuzuye co guhongera ivyaha vy'isi; kubera umuntu wenyene, umuntu w'ukuri, yashobora guserukira no guahagararira ivyaremwe muntu. Ariko Umucunguzi wacu yategerezwa vyongeye kuba Imana, kubera yuko Imana yonyene ni yo yashobora gutanga ikimazi kitagira ico vyonganya mu gaciro, kugira ngo kirihe igihano c'umuriro w'ibihe bidashira gisabwa n'ivyaha twakoze, dufatiye ku vyo ukugororoka gusabwa n'Imana, n'ijuru." (Archer 1982: 323)

Anselm w'i Canterbury abivuga gurtya: Kubera umuntu *adashobora* kuriha umwenda wiwe afitiye

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Imana, "ndetse Imana yonyene ni yo *ishobora* gutanga ikintu gikwiye. Ariko nta wundi ndetse umuntu *ategerezwa* gukora ivyo, atari uko umuntu ntashobora gukwiza ivyo bisabwa. Nimba bibaye ngombwa, rero, nk'uko bigaragara, yuko ubwami bw'ijuru bushobora kuba bugizwe n'abantu kandi ivyo na vyo ntibishoboka kiretse ico kiguzi tuja twavuze cujujwe, catanzwe, icon a co kikaba ata muntu ndetse Imana ishobora kugitanga kandi ndetse umuntu atgerezwa kugitanga, rero ni gombwa ko gitangwa n'Imana-muntu. . . . Ni co gituma, kugira ngo Imana-muntu ishobora gukora ivyo, ni ngombwa yuko uwo muntu ategerezwa kuba Imana itagira agasembwa, itegerezwa kuba ari agahore kandi ikaba umuntu atagira agasembwa, kugira ngo ashobore kuba iyo mpongano. . . .kubera rero ari ngombwa yuko Imana-muntu abe ari yo yuzuza ivyo bisabwa vyose, ni ngombwa rero yuko ubwo bumere bubiri bwuzurira, buhurira mu muntu umwe, nk'uko umubiri n'umutima (umushaha) bibana mu muntu uwo ari we wese; kuko bitari uko ntibishoboka yuko umuntu umwe aba Imana ubwayo kandi akongera akaba umuntu." (Anselm 1903: II:6-7) Yesu Kristo wenyene ni we yujuje ivyo bisabwa vyose.[6]

Ni muri ubwo bumwe bw'ibanga bw'Imana n'umuntu vyahuriye mu muntu ari we Kristo bimushoboza kuba Imana bikayishoboza guhana no kwihanganira igihano co ku musaraba. Yesu yabayeho ubuzima n'ubugingo twategerezwa kuba twarabayeho *nk'umuntu*: yarumviye Imana Data mu bintu vyose; *"yageragejwe uburyo bwose nkatwe, yamara we nta caha yakoze"* (**Heb 4:15**). Ivyo ni vyo bimushoboza canke bimuhesha kuba umuseruki wacu, bimushoboza kwikorera ubwiwe ivyaha vyacu kandi akariha igihano twategerezwa kuriha ariko tutashobora na gatoya kuriha (**Rom 8:1-4; 2 Kor 5:21; Gal 3:13; Kol 2:13-14; 1 Tim 2:5-6; 1 Pet 2:24**). Nkuko Timothy Keller abivuga, "Imana ntiyahanye uwundi muntu, ntiyashize imibabaro ku wundi muntu, ariko ahubwo ku musaraba yikoreye ahurirayo n'imibabaro, umuryano n'ububisha bw'isi aravyikorera ku mutwe we nyene ubwiwe. Ni co gituma Imana yo muri Bibiliya itameze nk'izindi mana zisaba amaraso yacu kugira ngo uburake bwazo bushobore guhwama. Ahubwo, iyi ni Imana yihinduye umuntu kandi agatanga ubugingo bwiwe bwite n'amaraso yiwe bwite kugira ngo aheshe icubahiro kandi yerekane ukugorooroka n'urukundo rw'imbabazi kugira ngo ashobore gukuraho no gusangangura ububisha bwose atarinze kudusangangura. . . . Ni kubera iki Yesu *yategerezwa* gupfa kugira ngo aduharire? Hariho umwenda wategerezwa kurihwa—Imana ubwayo ni yo yawurishe. Hariho igihana categerezwa gutangwa no kwikorerwa—Imana ubwayo yaracikoreye. . . . Ku musaraba kwaba uguca izibereye, bwaba ubutungane canke urukundo nta na kimwe cahomvye—vyose vyashikirijwe rimwe. Urupfu rwa Yesu rwari ngombwa nimba Imana yari igiye gufata ukugorooroka n'uguca izibereye n'ubutungane uko bikwiriye gufatwa ariko kandi ikaguma idukunda." (Keller 2008: 192-93, 197) John Stott abipfunyapfunya gurtya, "Ibigize icaha ni umuntu yishira mu kibanza c'Imana akigira Imana, yamara ikigize agakiza ni Imana yihindura umuntu. Umuntu yishira hejuru mu kurwanya Imana kandi akishira aho Imana yo nyene itegerezwa kuba, canke akishira mu kibanza kibereye Imana yonyene; Imana iritanga ko ikimazi ikitangira umuntu kandi ikishira mu kibanza umuntu wenyene yari akwiye kubamwo. Umuntu yiha ibintu Imana yonyene ikwiriye guhabwa no kuronka; Imana yemera ibihano vyari guhabwa umuntu wenyene." (Stott 1986: 160)

Ubwa nyuma, ku **murongo wa 10**, Ivyo Yesu yavuze, *"Ariko kugira ngo mumenye ko Umwana w'Umuntu afise ububasha mw'isi bwo guharira ivyaha,"* bifise akamaro kanini kurusha uko abantu benshi ba kiriya gihe n'ab'ubu bavyiyumvira. Yesu yitwa "Umwana w'Umuntu" incuro 80 mu Butumwa Bwiza; kandi ni ko akunda kwiyerekana no kwiyita. Amajambo *"Umwana w'Umuntu"* afatira kuri **Dan 7:13-14** (*"Kandi mu vyo neretswe mw'ijoro, nagize ntya mbona haje uwusa n'Umwana w'Umuntu, azananye n'ibicu vyo kw'ijuru, aza kuri wa Wundi wa mbere na mbere, baramumushikiriza. Aca ahabwa inganji n'icubahiro, n'ubwami, kugira ngo amoko yose, n'amahanga n'abavuga indimi zitari zimwe bamusabe: ingoma yiwe ni ingoma itazovaho, kandi ubwami bwiwe ni ubwami butazohangura."*). Mu **Ivyah 1:13-14** Yohana yahawe uguhishurwa kuvuye kuri Yesu, avugwa ati' *"mbona uwusa n'umwana w'umuntu, yambaye imyambaro ishika ku birenge, yambaye mu gikiriza umukanda w'izahabu. Kandi umutwe wiwe n'umushatsi vyari vyera nk'ubwoya bw'intama y'umwero, canke nka shelegi, n'inyonga ziwe zasa n'imbeya z'umuriro."* Ivyo bigereranyo vyafatiwe, vyabuwe mu vyo Daniyeli yeretswe muri **Dan 7:9, 13**. Yamara mu vyo Daniyeli yeretswe (**Dan 7:9**) yari *"Uwa Mbere na Mbere" "imyambaro yiwe yera nka shelegi kandi umushatsi wiwe wasa n'ubwoya bw'intama yera derere."* Turavye ivyo vyariko biraba, "Umwana w'Umuntu ni Imana, ifise ubwenge bwose, izi vyose kandi Yera." (Johnson 2001: 59) Ni co gituma, ahantu hose Yesu yakoresheje ijambo *"Umwana w'Umuntu"* yariko aremeza ko ari, mu vy'ukuri, IMana yaje ngaha kw'isi *nk' umuntu*.

Kanatsinda, ikoresha rya Yesu ry'amajambo "Umwana w'Umuntu" kugira ngo yidondore uwo ari we bisuka insiguro nshasha muri iryo ryungane nyene kandi agahishura uburebure bushika kure bw'ukuri bw'uwo Yesu ari we kandi n'uwo Imana iri kurusha uko abantu babitahura muri kiriya gihe n'uko babitahura ubu.

[6] Kristo nk'umuntu yuzuye incuro ijana kw'ijana kandi nk'Umwana w'Imana vyaravuzweko vyimazeyo aho hejuru muri Menn 2020, ikigabane ca **2.VI. Inyishu z'ukugene Abaisilamu babona Yesu: Yesu ni "Umwana w'Imana"**.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

"Dufatiye kuri Daniyeli 7:9-22 Umwana w'Umuntu yari umuntu yakomotse mw'ijuru azogira uruhara mu kuzoca imanza ku musi wa nyuma; yamara, Yesu asuka ibintu bishasha muri ico giti n'icubahiro mu kuvuga yuko Umwana w'Umuntu ategerezwa vyongeye kuzobabazwa. Ni co gituma, Yesu afatanya Umwana w'umuntu n'Umushumba w'Unyamibabaro (Yes. 52:13-53:12 [raba **Mat 17:12; 20:25-28; Mariko 10:42-45; Luka 22:25-27; Yohana 3:14**])." (Schreiner 1989: 818) "Urupfu n'ugushirwa hejuru kw'Umushumba w'Uhoraho ni uburyo bw'aho Imana igaragaza igahishura ubwiza bwayo kandi ikagaragaza ubumana bwayo mw'isi . . . Umushumba, mu guca bugufi no mu gushirwa hejuru kwayo, si umuntu asanzwe atandukanye n'Imana,ariko ahubwo mu guca bugufi kwayo no mu gushirwa hejuru kwayo, ivyo ni ibigize Imana idasanzwe" (Bauckham 1998: 49, 51). Ni co gituma, amajambo "Umwana w'umuntu" yerekana (hamwe n'ibindi vyinshi Yesu yavuze n'ivyo yakoze) ari ibigize akamere k'ukuri k'Imana iyo ari yo. Nk'uko Richard Bauckham abivuga, "Yesu yahishuye akaranga kiwe k'ijuru—Imana iyo ari yo mu vy'ukuri—mu guca bugufi hamwe no mu gushirwa hejuru, kandi muri ivyo bibiri bifataniye hamwe. Ibigize Imana ubwayo biragaragazwa, bigahishurwa muri Yesu, ubuzima n'ubugingo bwiwe n'umusaraba wiwe, co kimwe n'uko biri mu gushirwa hejuru kwiwe, mu buryo buguma bubandanya kandi butivuguruza nk'uko vyavuzwe mw'isezerano rya Kera kandi no mu gutahura kw'Abayuda uko batahura Imana, ariko kandi ni inkuru idasanzwe kandi itangaje." (Ico gitabu nyene: viii)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Wibaza yuko ikibano c'abizera cokora iki mu bugingo, mu buzima bw'abakristo?

- Ubuzima bwawe bwakozweko iki n'ikibano c'Abizera?

2. Yesu arazi ivyiyumviro vyacu vyose (**umurongo 8**). None ivyo bifise canke Bizana itandukaniro riki kuri wewe?

3. Ibi vyashikiye, vyabaye kuri uwu yari ikimuga bigaragaza gute ko Yesu ari Imana?

4. Kubera iki Yesu ari we wenyene afise ububasha bwo guharira ivyaha?

5. Yesu ahishura gute kamere k'ukuri k'ukugene Imana imeze?

6. Aya majambo "Umwana w'Umuntu" avuga kuri nde kandi asigura iki?

**2:13-17:** ***[13] Arasohoka, yongera kuja i ruhande y'ikiyaga: ishengero ryose riza kuri we, arabigisha. [14] Nuko ariko aragenda, abona Lewi mwene Alufayo, yicaye aho yatoreza ikibuguro, aramubarira ati, "Nkurikira". Ava hasi, aramukurikira. [15] Kandi yicaye mu nzu y'uwo, arikw ararya, haza benshi mu batozakori, n'abanyavyaha basangira na Yesu n'abigishwa biwe: bari benshi, kandi baramukurikira. [16] Abanyabwenge b'ivyanditswe bo mu Bafarisayo babonye asangira n'abanyavyaha n'abatozakori babwira abigishwa biwe, bati, "Mbega ko asangira n'abatozakori n'abanyavyaha!?" [17] Yesu avyumvise, arababwira, ati, "Abakomeye ntaco bagombera umuvuzi, atari abrwaye. Sinaje guhamagara abagororotsi, atari abanyavyaha."***

### Imirongo 13-17—Ihamagarwa rya Lewi

Iki gice kandi gitangurana n'inyigisho za Yesu (raba kandi **Mariko 1:14, 38; 2:2**). Ashobora kuba yariko arigishiriza mu bwato ari ku nkengera y'ikiyaga nk'uko biri muri **Mariko 4:1** canke na ho ashobora kubayariko arigisha umugenda (**Mariko 2:14**; raba **Luka 24:13-15, 25-28**). **Umurongo wa 13** werekana yuko, nubwo abarongozi b'idini bari batanguye kumurwanya, ishengero bari bobo bakiza kuri we. **Imirongo ya 14-17** yoyo ishingira cane ku guhamagarwa kwa Lewi, umutozakori, kugira ngo abe umwe mu bigishwa ba Yesu.[7] Nk'uko vyagenze mu gihe yakiza umuntu yari amugaye ku mirongo ya **1-12**, iki kigabane ni ngirakamaro kandi gihishura vyinshi mu bintu bine nyamukuru: akamere ka Yesu, ubwami, n'ubutumwa bwiza; nkenerwa yacu y'ubuntu bw'Imana n'uguharirwa; kamere ikomeye y'ukuri y'ukuvuka ubwa kabiri (nk'uko bigaragarira muri Lewi); hamwe na kamere k'abansi canke ibipinga vya Yesu. Kubera yuko vyose bigamije kuri ivyo, uru ni rwo rutonde tugiye guhanahanamwo ivyiyumviro kuri iki gisomwa.

[7] Lewi ni umwe nko muri Matayo (raba **Mat 9:9; 10:3; Mariko 3:18; Luka 5:27-28; 6:15; Ivyah 11:13**). Walter Wessel avuga ati, "Lewi kumbure ryari izina bamuhaye kandi Matayo ('ingabire y'Imana') ryari izina ry'ugutumwa kwiwe" (Wessel 1984: 634).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

1. Kamere ka Yesu, ubwami, n'ubutumwa bwiza

Aho **imirongo 1-12** ivuga ku kibazo c'uwo Yesu ari itabanje gucisha i ruhande, **imirongo ya 14-17** itubarira ku kamere n'akaranga k'Ubutumwa Bwiza, Ubwami, uturangamutima twa Yesu, hamwe n'imigenderanire yiwe n'abantu. Nk'uko Michael Spencer abivuga, "Hamwe Ubukristo bwo ari ubw'ukuri mu vyo bwatura ko Yesu, Imana ihoraho, Imana Rurema yihinduye umuntu, rero ukugene Yesu yafata abantu kumbure ni co gice gikuru kigize inkuru nziza y'ubutumwa bwiza. Kubera iki? Kubera yuko ibi vyerekana ingene Imana yiyumva ku binyerekeye! Ni co kintu gikuru ca vyose c'ivyo Ubutumwa bwiza bufise kuvuga kuri umwe wese muri twebwe." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – Calling the Tax Collector")

Guhamagara Lewi kwa Yesu ni ngirakamaro mu buryo budasanzwe kubera yuko "mu kinjana ca mbere muri Palesitina, abatozakori barakengerwa cane. Ibi vyaterwa n'impamvu nyinshi: Abaroma baha akazi ko gutoza ikori abazana menshi. Igihe rero umutozakori yaba yashikanye ivyo ategerezwa gutoza nk'ikori kwa sebuja yamutumye, ibindi bisigaye vyose yaca avyigumiriza. Kubera ico, abatozakori ntibigera bavugisha ukuri kandi mbere rimwe na rimwe batoza incuro zibiri zirengeye ivyo bategerezwa kuba botozata (mbere n'incuro zirenga zibiri) c'ivyo bategerezwa gusaba. Vyongeye, abatozakori babonwa nk'aho bakorana n'abaje kubacinyiza no kubakandamiza, babarya babicayeko. Rero Umuyuda asanzwe ashobora kuba atari umu zelote, ariko yamara akaba umunyamahoro kandi akunda igihugu ciwe ariko kandi bikamworohera kwanka umuntu atera ibitugu ubwoko bwiwe, ariko akagomba gukorera Abaroma. Kuba ufise imigenderanire n'Abaroma vyongeye vyasigura yuko umutozakori yaba ahumanye kandi yaharuranwa "n'abantu batari abanyedini", intabwa yo mu kibano, uwo banena. Kubw'ivyo, nta gitangaza kirimwo rero yuko uwo murwi udasanzwe waharurwa co kimwe n'abasambanyikazi n' 'abanyavyaha'. Abo bavugana mu kibano bari abanda bantu bo mu yandi madini hamwe n'abandi bantu babaye intabwa mu kibano." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – Calling the Tax Collector")

Iki gisomwa rero kigaragaza yuko Yesu atarobanura "abantu ku butonyi." Ubuntu bw'Imana ntibugarukira ku batunzi gusa, ku bakomeye, ku bamerewe neza, canke ku bize gusa (nubwo bamwe muri abo, nka Nikodemu na Yosefu w'i Arimataya, na bo bari bagiriwe ubwo buntu). Ahubwo, ubuntu bw'Imana bushika ku bantu b'uburyo bwose kandi mu buryo bumwe, butabanje kurobanura ku butonyi: abagore n'abagabo; abato n'abakuze; aboro n'abatunzi; abanyantege nke n'abanyenkomezi; abize n'abatize; abarwaye n'abatarwaye; ababi ku karanga n'abeza ku karanga; abadakunditse n'abakunditse; mbere no ku *"batozakori n'abanyavyaha"* (**imirongo 16-17**). Ko Yesu rero atarobanura "abantu ku butonyi" bigaragarira neza mu kugene *"yicaye mu nzu y'uwo ariko ararya [mu nzu] kwa Lewi"* (**umurongo 15**). Ivyo ni ngirakamaro gusumbiriza kurusaha uko wovyiyumvira n'imiburiburi mu buryo bubiri:

- Ubwa mbere, "Gusangira ivyo kurya n'umuntu cari ikimenyetso kinini c'uko umuntu yemewe, kandi akoze neza. Wari umutumiro w'ukuba incuti, n'ubugenzi hamwe n'ukubana mu mahoro, kurusha gusangira ivyo kurya gusa. Benshi mu basomyi b'uyu musi bariko barongera guha insiguro Yesu biyumvira yuko iki gikorwa yakoze co gusangira na Lewi, ku ruhande rwa Yesu, cari ikintu kirengeye ico abantu bamwitegerezako, bamubonako; bibajije ko yabigize ibigirankana, yabikoze yavyiyumviriye, yabikoze mu buryo uwo ari we wese yabibona, kugira ngo atangaze ikibonandashe ubutumwa binyuranye n'ubwo bari bazi ku bijanye n'Ubwami bw'Imana hamwe n'Imana y'ubwo Bwami." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – Calling the Tax Collector") Yesu ntiyariko arerekana ubuntu budasanzwe bwo ku munwa gusa ku "batozakori n'abanyavyaha" ariko kandi akitandukanya na bo. Ahubwo, yariko aragaragaza ubucuti bw'ukuri, imigenderanire ishika kure, hamwe n'ukwemerwa kw'ukuri kw'abantu bari baratawe n' "abubahwa" bo mu kibano.[8]

Ibi rero bitubarira vyinshi ku vyerekeranye n'akamere k'ubwami n'ubutumwa bwiza. Ni icirwa twese dutegerezwa kwiga no gukuramwo. Petero na we nyene yategerezwa kwiga ico cirwa mu b'i **Galatiya 2**. **Gal 2:11-14** havuga ibi, *"[11] Ariko Kefa aje muri Antiyokiya, ndamugisha impari imbonankubone, kuko yari n'ibimutsindishije. [12] Kuko abavuye kwa Yakobo batarashikayo yasangira n'abanyamahanga; ariko bashitseyo, ariyonjorora, arabanena, kuko atinye abo mu bakebwe. [13] Kandi n'abandi Bayuda bahumbana*

[8] Ibi ni ngirakamaro cane kuruta uko twovyiyumvira. Nubwo "abatozakori n'abanyavyaha" basangira na Yesu imirongo ya **15-16** batari abanyedini na gatoya kandi batari abizera na gatoya igihe bahur ana Yesu, Yesu mu gusangira n'abantu birarengeye "abatozakori n'abanyavyaha." Mu **Ivyah 3:20**, nk'akarorero, Yesu avuga ati, *"Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura urugi, ndinjira i we dusangire."* Dukwiriye kwibuka yuko Yesu yavuze aya majambo yifatikije ivyo yariko arabarira ishengero ry'i Lawodikiya. Mu yandi majambo, ico ariko aravuga ni uko mbere no mw'ishengero ubwaryo, naho hariho abantu baza mw'ishengero kenshi, bagatanga amashikanwa n'ibindi kenshi, kandi bakaba inyuma bagaragara nk'aho ari Abakristo, *nti*bituma baca baba Abakristo, *nti*baravuka ubwa kabiri mu vy'ukuri, *nti*barakizwa, *nti*bari mu migenderanire myiza y'urukundo na Yesu ubwiwe. Ivyo tuzobivugako mu buryo bw'umwihariko dufatiye ku "muhungu mukuru" wo mu mugani wa Yesu witiriwe umwana w'icangazi muri **Luka 15**.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*na we, bitayeko na Barunaba atwarwa n'ubwo buhumvyi bwabo.* [14] *Ariko mbonye badaca mu nzira igororotse, nkuko ukuri kw'ubutumwa bwiza kuri, mbaririra Kefa imbere ya bose, nti Ko wewe witondera ingeso z'abanyamahanga, zitari iz'Abayuda, kandi uri Umuyuda, ugobera ute abanyamahanga kuba nk'Abayuda?'"* iyi mirongo itwereka yuko ubutumwa bufise ingaruka mu bice vyose bigize ubuzima bwacu, harimwo n'abo dusangira. Paulo yabonye yuko, tutabanje kwitaho icabitumye, ibikorwa n'ivyamutse ku vyo Petero n'abandi bariko barakora vyateye icumu umutima w'ubutumwa bwiza ubwabwo.

Mu **Ivyak 10** Petero yeretswe ko Imana itarobanura abantu ku butonyi hagati y'Abayuda n'Abanyamahanga. Mbere aranabishingira intahe mu **Ivyak 11** ku Bayuda bari bamwankiye gusangira n'abanyamahanga batakebwe. Igihe Petero yahura na Paulo i Yerusalemu, yemezanije n'inyigisho za Paulo (**Gal 2:1-10**). Ubu na ho ariko, Petero yariko arahakana ubwo butumwa bwiza nyene yari yarigishije abuhakanisha uburyo abaho. Ibikorwa vya Petero vyo ku mubiri vyagaragara n'ibikorwa yakorana impaka ntivyari bihuye n'ivyo yizera imbere mu mutima wiwe. Kubw'ivyo, Paulo yamwise adacishije iruhande "indyarya." Kubera yuko iki kitari ikintu co mw'ibanga hagati ya Petero n'abandi bantu b'Abanyamahanga ariko ryari ishengero ryose vyakozeko kandi n'akamere k'ubutumwa bwiza ubwabwo vyagize ico bigakorako, Paulo ntiyabanje kwihereranya Petero (nk'uko vyagenze muri **Mat 18:15-16**) ariko aho nyene yaciye amuhangara *mu maso ya bose* (raba **Ef 5:11; 1 Tim 5:20**). Petero yariko arakora akumira, akoresha ubwoko, ivyo na vyo bikaba binyuranye n'ubutumwa bwiza. Ni co catumye Paulo adahangana na Petero amuhoye ubwokocanke ukurobanura abantu ku rukoba, canke ku kubera yanka abantu, canke mu buryo ababaza abantu, nubwo n'ivyo na vyo bitari bibuzemwo. Ahubwo, Paulo mu guhangana na Petero vyagize ico bikora ku mutima w'ubutumwa bwiza, ku kibazo nyamukuru, ni ukuvuga, ko Petero atariko aragendera *"mu kuri ku bijanye n'ukuri kw'ubutumwa bwiza"* (**umurongo 14**). Insiguro ya NIV ivuga ibi ko atari *"mu murongo w'ukuri w'ubutumwa bwiza."* Petero yahakanye ubutumwa bwiza mu gukumira Abanyamahanga kugira ngo ntibagire uruhara kandi ntibangane mu buzima bw'ishengero. Vyongeye yariko arahakana ko Abanyamahanga betemewe *mu buzima bwiwe bwo mu mpisho* (mu yandi majambo, mu bo basangira) kubera yuko bari Abanyamahanga ata kindi. Mu vy'ukuri, nubwo we yari abizi neza, Petero yariko arihimbira ubutumwa bwiza canke akabugira ubwo "Abayuda gusa." Iki ni ikintiu kinyuranije n'ivyerekeranye n'agakiza muri kahise kose kandi bigakuraho Isezerano rishasha bikagarukana Isezerano rya Kera.

**Mariko 2:14-17** na **Gal 2:11-14** ni ahantu ngirakamaro cane kw'ishengero uyu musi. Ikibazo kuri twebwe gishobora kuba atari abo dusangira. Ikibazo nk'ico kibaho igihe cose ishengero canke abakristo ku giti cabo bahakana ko abanda bantu badakwiye kubabamwo no kubajamwo, ko badakwiye kuba mu bibanza vy'uburongozi, ko badakwiye kuba abnywanyi, canke ko badakwiye kungana n'abandi kubera amoko, imiryango, ivyo batunze, canke ibindi bisa n'ivyo. Iki cari ikibazo kinini si mu b'i Galatiya gusa ariko ivyo vyari no mw'ishengero rya mbere i Yerusalemu (raba **Ivyak 6:1; Yak 2:1-13**); bibandanya kuba ingorane nini kw'ishengero mw'isi yose n'uyu musi. Ibi bigaragarira mu kudasenyera ku mugozi umwe n'ukutavuga rumwe kw'amashengero amwe amwe. Nta nkeka, twibaza ko imenyeshamana yacu ari yo y'ukuri kandi ko abatizera ivyacu bazimiye, bari mu makosa. Mbere naho twoba turi mu kuri mw'imenyeshamana ryacu, turaraba neza ko tutoba turi mu kuri nk'uko Petero na we yari mu kuri: ivyizerwa vyiwe vy'imbere mu mutima vy'uko Abanyamahanga n'Abayuda bari umwe muri Kristo Yesu, ariko ko ivyo vyizerwa vy'imbere mu mutima ko atavyerekanye mu bikorwa bigaragara kugira ngo yerekane neza ko Abanyamahanga n'Abayuda bafatwa co kimwe nk'abangana, Petero yari indyarya *"atagendera mu kuri no mu nzira irashe y'ukuri kw'Ubutumwa Bwiza." Mu vy'ukuri* yahinduye umwandu w'Abayuda wiwe n'imigenzo yiwe mw'ikigirwamana. Ibi birakomeye cane. Ubutumwa Bwiza ni *ukuri*, kandi ukuri kuragira ingaruka ku kugene tubaho co kimwe no ku vyo twizera. Iyo amashengero (kandi n'abantu ku giti cabo) batihanuye ngo bisuzume hanyuma bahindure imikorere yabo kugira ngo bayizane mu murongo w'ingaruka z'ubutumwa bwiza, urubanza rw'Imana ku musi w'amateka ruzoba ko tutigeze tuba abizera b'abizigirwa canke amashengero yo kwizigirwa na gato ariko ko mu vy'ukuri twari indyarya n'abasenga ibigirwamana.

- Ubwa kabiri, nk'uko Yesu yahariye wa muntu yari anyunyutse ku **mirongo ya 1-12** yerekana yuko Yesu ubwiwe yikoreye ivyaha vy'uwo muntu ku musaraba, co kimwe n'uwo musi mukuru, ayo mazimano canke ivyo kurya Yesu yasangiye na Lewi n'abagenzi biwe vyatunga agatoki canke vyari imponjo y'"umusi mukuru n'amazimano ya Mesiya" n'"amazimano yo mu bukwe bw'Umwagazi" mu **Ivyah 19:6-9**. Ivyo vyari vyaravugishijwe muri **Yes 25:6** (*"Kandi kuri uyu musozi Uhoraho Nyen'ingabo azohategurira amahanga yose amazimano y'inyama zinuze, amazimano ya vino y'umukaka, inyama zinuze zuzuye imisokoro, na vino y'umukaka imiminye neza"*). Ayo mazimano agenewe *"amoko yose"* ata n'umwe avuyemwo. Ibi vyongeye bigaragarira mu Vyahishuriwe Yohana, havuga yuko *"kuko wishwe, ugacungurira Imana abo mu miryango yose, no mu ndimi zose no mu moko yose, no mu mahanga yose, ubacunguje*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*amaraso yawe, ukabahindura ubwami bw'Imana yacu no kuba abaherezi bayo, kandi bazoba abami mw'isi"* (**Ivyah 5:9-10**; raba kandi **7:9**). Yamara, muri **Mat 8:11-12** Yesu yaratomoye neza mu kugabisha mu buryo bufobetse mu vyo yabwiye abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo muri **Mariko 2:17**. Muri Matayo Yesu yavuze ati, *"Ndababwira yuko benshi bazoza, bavuye i burasirazuba n'iburengerazuba, bazokwicarana na Aburahamu, na Isaka na Yakobo, mu bwami bwo mw'ijuru; ariko abana b'ubwo bwami bazohindirwa hanze mu mwiza, ni ho hazoba amarira no kuryana insya z'amenyo."* (raba kandi **Mat 21:28-32; 22:1-14; Luka 13:22-30; 14:7-24**) mu yandi majambo, nubwo ubuntu bw'Imana bukwiye abantu bose bo mu bwoko bwose, abifatanije na Yesu Kristo bonyene mu kwizera ni bo bazoja mu "mazimano ya Mesiya" no "mu mazimano y'ubukwe bw'Umwagazi." Abo bose banse Kristo bazoja mu kibanza aho hazoba *"ukurira n'ukuryana insya z'amenyo."*

2. <u>Turakeneye ubuntu bw'Imana n'uguharirwa</u>

Ivyo Yesu yabwiye abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo ku **murongo wa 17** (*"Abakomeye nta bagombera umuvuzi, atari abarwaye. Sinaje guhamagara abagororotsi, atari abanyavyaha"*) bigaragaza ikindi kintu gikomeye c'ubutumwa bwiza n'ubwami. Aho **imirongo ya 1-12** igaragaza Yesu uwo ari we kandi ko ari we wenyene afise ububasha n'ubushobozi bwo guharira abantu ivyaha vyabo, **umurongo 17** werekana *nkenerwa* yacu ko dukeneye ukwo guharirwa. Imana irera, ica izibereye, iragororotse kandi ni nziza (**Ita 18:25; Kuv 34:6-7; Lew 11:44; Yobu 34:10-12; Zab 5:4; 136:1; 145:17; Hab 1:13; Rom 1:18; Yak 1:13**). Kubera Imana ubwayo ari Iyera kandi ikaba agahore, urwo ni rwo rugezo ituronderako na twe, ni ko igomba ko natwe tuba (**Mat 5:48**). Ugutandukanya kwa Yesu hagati y' "abakomeye" n' "abarwaye," "abagororotsi" n' "abanyavyaha" vyerekana yuko *twese* turi "abarwayi"; kandi ko *twese* turi "abanyavyaha."[9]

Nubwo abantu ba mbere (Adamu na Eva) baremwe batagira icaha, bahisemwo gukurikira Satani no kutumvira Imana kandi kubw'ivyo bahinduka abanyavyaha (**Ita 3:1-19**). Ingaruka z'ivyo, abantu bose guhera kuri Adamu na Eva bavukanye akameremere k'ukwononekara mu mutima kazwi kw'izina ry'icaha kiba mu muntu; ico caha kiba mu muntu ni "icagezwe" canke ubushobozi bukorera mu muntu uwo ari we wese (uburorero, **Ita 6:5; Zab 51:5; Yer 17:9; Rom 3:9-18, 23; Rom 7:5, 8-11, 14-24; Gal 3:21-22; 5:17; Heb 3:12-13**). Ivyo bica biba ku bantu bose uko bagenda babaho muri ubu bugingo (**Ita 8:21; Zab 51:5; 143:1-2; Yer 17:9; Mariko 7:20-23; Rom 3:9-18, 23; 5:12-14; 7:14-24**). Nkuko Paulo abivuga muri **Rom 3:10-12**, *"Nta wugororoka, nta n'umwe, nta wutahura, nta wurondera Imana. Barazimiye iyo bava bakagera, bose bacitse imburakimazi, nta wukoraivyiza, eka nta n'umwe."* "ingwara" y'icaha cacu si ingwara ntoya gusa ataco ivuze izokira yikijije; ni ingwara mbi cane yica (raba **Ef 2:1**, *"hamwe mwari <u>mupfuye</u> mwishwe n'ibicumuro n'ivyaha vyanyu" k*andi **Rom 6:23**, *"Ingero y'icaha ni urupfu"*; raba kandi **Ita 2:17; Ezk 18:4, 20; Rom 5:12**).

Mu nca make, ingorane zacu ziri imbere mu mitima yacu (mu yandi majambo, ibitugize), kandi ntidushobora kwihindurira imitima yacu (**Mat 15:16-20; Mariko 7:14-23**). Ingorane ku bana b'abantu ni uko tudashobora gushikira no kwishikana ku bwiza bw'Imana n'urugero rw'Imana rw'ukwera n'ukuba agahore tuvyishikanyeko, kubera "iyo umuntu acumuye, ntibikunda ko yongera kuba uwutagira agasembwa" (Sproul 2002: 94). Kanatsinda, mbere n'ibikorwa vyacu vyiza biriko agatosi, birafse ico bihajije. Nimba turiko turakora ibintu vyiza, ibikorwa vyiza, mbere naho twobna tugomba kwironkera ikiganza ciza c'imana canke tugomba kuzibukira igihano c'Imana n'umuriro, ico conyene ubwaco gituma ibikorwa vyacu vyiza *bitaba* "vyiza," kubera yuko ivyo tuba duhekeyeko ari ukwikunda kandi biba ari ukwirabishako, ivyo na vyo ubwavyo bikaba ari icaha. Ikindi, nta bwinshi bw'ibikorwa vyiza buhindura kamere k'umunyavyaha n'umutima wamogoreye gukora icaha. Ni co gituma, ibikorwa vyiza bidahindura umuntu mu bubisha bwiwe, ntibihindura abanyavyaha ngo babe abagororotsi, ntibibahindur ngo babe abatagira icaha; mu mitima yabo, baguma ari abanyavyaha. Kubera yuko ata bwinshi bw'ubusahake, ukwipfuza, im imigenzo, ukubatizwa, ibimazi, canke ibindi bikorwa ivyo ari vyo vyose bishobora guhindura ikinbazo cacu nyamukuru c'uko twanduye mu mitima yacu n'ukuba abanyavyaha mu mitima yacu, nta migenzo, nta migirwa, nta bimazi, "nta bikorwa vyiza," canke ibindi bikorwa bishobora *na gato* "gushinga no gushiraho ukugororoka kwacu bwite" canke "vyotuzanira" bikadushikana mw'ijuru, agakiza, canke ukwemerwa n'Imana (**Gal 2:16**).

Ni co gituma Yesu ubwa mbere yategerezwa "kuduhamagara" (**umurongo 17**); ntidushobora guhagarara imbere y'Imana tudatsinzwe kandi ngo twiyinjize ubwacu mu bwami. Ubutumwa bwiza ni inkuru nziza ivuga yuko, muri Kristo, Imana yadukoreye ivyo tutari gushobora kwikorera ubwacu. Kubera yuko Yesu

---

[9] Mu gutandukanya kwiwe hagati "y'abatarwaye" n' "abarwaye," "abagororotsi" n' "abanyavyaha," Yesu *nti*yariko aremeza ko Abafarisayo "batarwaye" kandi ko ari "abagororotsi" kandi ko badakeneye agakiza yaje azanye. Ivyo bigaragarira neza mu kugene yifashe kuri bo n'ivyo yabavuzeko vyose mw'Isezerano Rishasha ryose. Nk'akarorero, muri **Yohana 8** Yesu yavuze yuko bari inyagano n'abaja b'icaha (**Yohana 8:34**), ko batari abana ba Aburahamu (**Yohana 8:39), k**andi ko ari abana ba wa Murwanizi (**Yohana 8:44**).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yabayeho ubuzima twategerezwa kuba twarabayeho kandi *"akaba yarageragejwe mu buryo bwose nk'uko na twe twageragejwe, ariko wewe ko atigeze akora icaha"* (**Heb 4:15**), We, kandi we wenyene ni we akwije ivya ngombwa vyo kuduserukira, kwikorera ivyaha vyacu kandi akariha igihano n'ikiguzi twarikuba twararishe ariko tutari gushobora kuriha naho twari kugira gute **Rom 8:1-4; 2 Kor 5:21; Gal 3:13; Kol 2:13-14; 1 Tim 2:5-6; 1 Pet 2:24**). Ukuzuka kwa Yesu mu bapfuye no kuduga mw'ijuru agasubira kwa Data ni vyo vyagaragaje kandi vyemeza uwo ari we, kandi bigaragaza yuko Data yemeye ikimazi ca Kristo co ku musaraba yatanze kubwacu. Ni co gituma, agakiza ni—kandi ni ko gashobora—*gutangwa n'* Imana ikagaha abantu nk' *Ingabire y'ubuntu bwayo.* Agakiza; kandi nta kindi gashobora kuba—*kakirwa* n'abantu biciye mu *kwizera* Yesu Kristo kwonyene. Nk' uko **Ef 2:8-9** habivuga, *"Ubuntu nib wo bwabakijije kubw ukwizera: na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebwe, ni Ingabire y'Imana, ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo hoye kugira uwirarira."* Gukizwa bisigura kwihana ivyaha vyacu, kwemera mu kwizera ico Kristo yadukoreye, maze tukamuhindukirira nk'Umwami w'ubugingo bwacu (**Mat 11:28; Mariko 1:14-15; Yohana 1:12; 3:16; 17:3; Ivyak 26:20; 1 Yohana 1:8-9**). Muri Kristo, turidegemvya, tuba ata kwiyagiriza tuba tugifise kandi n'igihano c'ivyaha kituvako nk'aho twoba twararishe ikiguzi cose c'ivyaha vyacu ubwacu (**Rom 6:3-7; Gal 2:20**). Kanatsinda, igihe duhindukiriye Kristo mu kwizera, ntiyakira gusa ivyaha vyacu akavyikorera, kandi akariha ikiguzi c'ivyaha vyacu tworishe twebwe ubwacu, ariko kandi aca aduha ukugororoka kwiwe, aca atwambika ukugororoka kwiwe kugira ngo dushobore guhagarara imbere y'Imana (**Yes 53:5-6, 10-11; Rom 10:4; 2 Kor 5:21; Heb 2:17-18; 1 Pet 2:4; 3:18**).

3. <u>Akamere gakomeye ko kuvuka vy'ukuri ubwa kabiri</u>

**Umurongo 14** uvuga uti, *"Nuko ariko aragenda, abona Lewi mwene Alufayo, yicaye aho yatoreza ikibuguro, aramubarira ati, "Nkurikira". Ava hasi, aramukurikira."* Raba neza ni Yesu yarondeye Lewi kandi aramuhamagara; si Lewi yariko ararondera Yesu. Aka ni akarorero k'urutonde rw'agakiza: Imana ni yo ya mbere—itegerezwa gukangura ubwa mbere imitima yacu; natwe tukabona kwemera mu kwizera no mu kwumvira. Timothy Keller avuga ati, "Idini [mu yandi majambo, idini iryo ari ryo ryose ndetse idini Rukristo] rikorera kuri iri hame 'Ndumvira—kubw'ivyo ndemerwa n'Imana.' Ariko ihame rikoreshwa n'ubutumwa bwiza ni 'Ndemewe n'Imana biciye mu vyo Kristo yakoze—kubw'ivyo ndumvira.'" (Keller 2008: 179-80)

Uguhamagarwa kwa Lewi guhagarariye, kumbure kurusha ihamagarwa ry'abandi bose, kamere kimbitse k'ico ari co kuvuka ubwa kabiri. N'imiburiburi hariho impamvu zibiri kuri ivyo. Walter Wessel avuga ati, "Hariho vyinshi kuri Lewi yari ahevye mu kwemera kwiwe ivyo Yesu yari amubariye. Abarovyi bashobora kwisubirira kuroba (nk'uko bamwe mu bigishwa ba Yesu babikoze inyuma y'ukubambwa kwa Yesu [Raba **Yohana 21:3**]), ariko kuri Lewi nta kundi kuntu na kumwe yari gusubira ku kazi kiwe ko gutoza ikori. Ubuzi bwo gutoza ikori bwararonderwa cane nk'inzira izwi neza yuko umuntu yaca atunga ningoga, atarinze gutama." (Wessel 1984: 634) hejuru y'ivyo, nk'uko tuja twabihanahanyeko ivyiyumviro aho hejuru, abatozakori barakengerwa kandi, ahanini, baharurwa n'abandi Bayuda, abaryarukanyi, baryarutse, ko ari ibihemu vyahemukiye Isirayeli. Mu gukurikira Yesu, Lewi yaca aheba abakorana na we bo muri Reta hamwe n'abavugana n'abifatanya na we mu kibano kandi agaca yifatanya n'umurwi w'abantu na bo nyene ata nkeka bamukengera. Yategerezwa kugira ubundi buzima bushasha butandukanye n'ikindi kintu cose yari azi canke yoba yari yarigeze gukora, no kumenya. Iyo ni intambuko idasanzwe na gatoya! Ariko Lewi afata iyo ntambuko, arayitera.

Biranezereje ko Isezerano Rishasha rifise ubundi burorero "bw'abatozakori n'abanyavyaha" bamenye neza akamere gakomeye kadasanzwe k'agakiza n'ingaruka ku buzima n'ubugingo bwabo. Zakayo—uwundi mutozakori—ni we yerekana ibi duhejeje kuvuga. Vyongeye, Yesu yaramurondeye aramuhamagara na *"we amwakirana umunezero"* (**Luka 19:6**). Nkuko biri muri **Mariko 2:16**), abantu babonye Yesu ari kumwe na Zakayo "baridodomvye" baravuga bati, *"Ko yinjiye kurarira umuntu w'umunyavyaha"* (**Luka 19:7**). Ariko uko Zakayo yavyifashemwo kugaragaza ingene yatahuye cane kamere k'ubugingo bwahinduwe n'agakiza. **Luka 19:8** havuga hati, *"Zakayo arahagarara, abwira Umwami Yesu, ati Raba Mugenzi, umugabane w'itunga ryanje ngira ndawuhe aboro; kandi umuntu wese nagunze ndabimurihe kane.'"* Ivyagezwe vyasaba ko umuntu atanga ikigira cumi, mu yandi majambo, atanga cumi kw'ijana 10% (raba **Lew 27:30-33; Gus 12:18; Guh 18:21-24**). Umutozakori, Zakayo yari umuntunzi nta nkeka. Yabonye yuko 10%, cumi kw'ijana ataco avuze kuri we. Kandi vyongeye yari yagunduye yuko, mu gukurikira Kristo, ubu yari musi y' "ivyagezwe vya Kristo." Kubw'ivyo, atawurinze kumusunika yahisemwo gutanga ica kabiri c'ivyo atunze akabigabira aboro. Hejuru y'ivyo, ivcyagezwe vyo mw'Isezerano rya Kera vyasaba gusa ko umuntu ariha 120%, atari 400%, mu gihe yari kuba yaranyaze canke yaragunze umuntu (raba **Lew 6:2-5; Guh 5:7**). Ariko Zakayo wewe atarinze gusunikwa n'umuntu n'umwe yahisemwo gusubiza abo yanyaze ivyo yabanyanze abigwije na kane. Ugusubiza kwiwe ivyo yanyaze incuro zingana gurtyo cari ikimenyetso c'inyuma kigaragaza umutima wahindutse. Kandi ni murabe icabimuteye: icatumye Zakayo atanga atitangiriye itama kwari ukunezereza Imana Umwami. Ivyo Zakayo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yavuze, *"Raba Mwami!"* (canke, *"Raba, Uhoraho!"*) ni nk'umwana mutoyi ariko aravuga ati "Raba, Mama!" canke "Raba, Dawe! Raba ivyo ndiko ndakora!" Zakayo yariko arakora ivyo yibaza ko vyohimbara Umwami wiwe mushasha yari ahejeje kwakira. Iyo na twe yategerezwa kuba inyifato yacu.

Akandi karorero nk'ako tugasanga muri **Luka 7: 36-50**. Hariho, *"umugore wo muri ico gisagara, yari umunyavyaha,"* (**umurongo 37**) azana ikebano ry'amavuta atamirana *"ahagarara inyuma yiwe, hafi y'ibirenge vyiwe, arira, atangura kumutonyagirizako amosozi ku birenge, abihanaguza umushatsi wiwe, arabisomagura "* abisiga ya mavuta **umurongo wa 38**. Simoni Umufarisayo uwo Yesu yariko arira mu nzu yiwe aribarira vyonyene ati *"uwo mugore ni umunyavyaha"* (**umurongo 39**). Maze Yesu acira uwo Mufarisayo umugani maze aheraheza uwo mugani amubarira ati, *"Iki ni co gitumye nkubwira yuko ahariwe vya vyaha vyiwe vyinshi, kuko yagize urukundo rwinshi: ariko uhariwe bike, agira urukundo ruke"* (**umurongo 47**). Nk'uko vyari ukuri kuri Zakayo, uwo mugore yamenye uburebure n'akamere k'ubuzima bwahindutse kubera agakiza, maze aca abigaragarisha ibikorwa vyiwe. Yagiye mu nzu y'Umufarisayo kandi azi ingene uwo Mufarisayo amufata, amubona canke amwiyumvira, aca bugufi mbere akora n'ibiteye isoni mu gusomagura ibirenge vya Yesu kandi abihanaguza umushatsi wiwe kandi akoresha, aheba amavuta yiwe azimvye yari mw'ikebano,[10] ivyo vyose vyavuye mu Rukundo no gukengurukira Yesu.

Birashoboka ko "abatozakori n'abanyavyaha" bagaragaje ukwizera kwabo bakabishira ahagaragara bavyishimiye kubera batahuye uburebure bw'uguhinduka bw'ico ubwo bugingo bushasha muri Kristo busigura. Impamvu ni itandukaniro rigaragara hagati y'ubugingo bahoze babaho n'ico ubu Kristo abahamagarira kandi akanabashoboza gukora. Ivyo tubibona muri **Luka 18** mu mugani wa Yesu w'Umufarisayo n'Umutozakori bagiye mu rusengero gusenga. Nubwo Umufarisayo ubwiwe yishira hejuru ahanini, "umutozakori, ari kure cane atubahutse no kwegera, ntiyashobora kurangamiza amaso yiwe mw'ijuru, ariko akikubita mu gikiriza, avuga ati, 'Mana ngirira imbabzi, jewe umunyavyaha!'" (**Luka 18:13**) Michael Spencer aheraheza avuga ati, "Ingaruka z'ibi vyose ziratangaje cane. Ubukristo si idini ridushoboza canke ritwemerera kwigira abemewe ku Mana. Hamwe twokwizera ko twacitse abamewe kuri we, aho tuba twamubuze. ahubwo, Ubukristo ni imigenderanire n'Imana, aho umutima wayo ukwegerwa ku banyavyaha, ku bajanjaguritse imitima, ku batawe, hamwe no kubakumiriwe bagaharirwa ivomo. Imana yama iri ku ruhande rw'abanyavyaha kandi igasangira na bo, ikaburira bamwe muri twebwe turi abanyedini kugeza yaho, mu kwibarira ko turi beza kandi bimeze neza, tuba turi mu ngorane no mu kaga ko kutumva ijwi ry'Umuremyi aduhamagara kuja kuri we. Iciyumviro nk'ico ntigikuraho nkenerwa y'Ubukristo yo kwatura no gutangaza ukwera kw'Imana n'ukuzocira kw'iteka icaha, ivyo na vyo nyene ni urufatiro rwa Bibiliya. Yamara iyo tuvuze ko tubona Imana nk'uko yihishuye ubwayo muri Yesu, rero tuba turiko turavuga yuko tubona Imana, Iyo imbabazi zayo zarondeye abanyavyaha beruye bononye ukwera kwayo, na yo ikariha ikiguzi co kubacungura. Iki ni co umusaraba usigura, kandi iki ni co catumye Paulo avuga yuko umusaraba ari ubupfu, ubusazi kw'isi ariko kandi ukaba uwukomeye ku bariko barakira." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – Calling the Tax Collector")

4. Akamere k'abarwanya Yesu

**Umurongo 16** utubarira yuko *"abanyabwenge b'ivyanditswe bo mu Bafarisayo babonye asangira n'abanyavyaha n'abatozakori babwira abigishwa biwe bati: "Mbega ko ko asangira n'abatozakori n'abanyavyaha!"Yesu avyumvise arababwira ati: "Abakomeye ntaco bagombera umuvuzi, atari abarwaye. Sinaje guhamagara abagororotsi, atari abanyavyaha?'"* Igihe Yesu yariko arahamagara Lewi kandi ariko arasangira na we hamwe n'abandi "banyavyaha" vyagaragaje uburangamutima bwa Yesu n'ivyo ashira imbere, iyo nyishu y'abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo yerekana uko bifata, ingendo zabo n'ivyo bashira imbere. Yamara, inyishu yabo ntigarukira kuri bo gusa; ahubwo, inyishu yabo yerekana inyifato y'abantu benshi, n'imiburiburi inyifato y'abantu b' "abubahwa" n'abantu b'"abanyedini". Ni inyifato y'isi, nk'uko **1 Sam 16:7** habivuga, *"Abantu baraba ku rukoba gusa, Ario jewe Uhoraho ndaba mu mutima."* Ikibazo si uko twebwe turaba "ku rukoba gusa", arikoni uko tugerageza *guhitamwo* cane ivyerekeranye "n'urukobo dushaka" gushingirako. Ni co gituma, abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo baraba gusa ku kugene Yesu yariko arasangira n' "abatozakori n'abanyavyaha." *Nti*bigeze baharura yuko ubugingo n'ubuzima bw'abo bantu bwari bugiye guhinduka cane buhinduwe na Yesu. Kandi ntibigeze baharura canke barimbura ibituma abantu bashobora kwumva yuko bakwiriye kubaho ubuzima nk' "abanyavyaha" canke ngo bibaze gukora ikintu na kimwe cohindura ivyari bibazungurutse canke ivyo bariko baracamwo canke ivyari mu kibano vyatumye abantu bahitamwo kubaho ubwo buzima. Inyifato yabo yerekana ukurobanura abantu ku butonyi vyagaragajwe n'abantu b'idini muri **Yak 2:1-13** ku muntu atunze, yamabye neza kumurutisha umworo, yambaye nabi,

[10] Hamwe iryo kebano ry'amavuta ryari kuba nk'amavuta amota neza nk'ayo muri **Mat 26:6-13** no muri **Yohana 12:1-8** yari kuba yogurwa idenariyo 300, mu yandi majambo, umushahara wose w'umwaka wose.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ibitabagurike. Yamara, nk'uko Douglas Moo abibona, *ihame* Yakobo ashingirako riraba ku "gufata uwo ari we wese hisunzwe ibimugaragaza,ibimubonekako inyuma ku rukobna—ubwoko bwiwe, ubwenegihugu bwiwe, ubutunzi bwiwe, canke ukugene yambara" (Moo 1989: 1155).

Iyo nyifato irarengeye ku kuraba ku rukoba rwonyene rw'umuntu hamwe no ku kurobanura abantu ku butonyi "nka ba twebwe ubwacu." Ni inyifato abantu bose bifata, cane cane abantu b'abubahwa n'abanyedini batari "abatozakori n'abanyavyaha." Kenshi na kenshi ni inyifato itavugirwa hejuru ariko mu vy'ukuri ivuga iti, "Narubashe amategeko, na wew e utegerezwa kuyumvira; narakoze cane hanyuma niyubakira izina, na we ni uko bitegerezwa kugenda; naragiye kw'ishengero kandi nararishe, naratanze ikigira cumi canje, kubw'ivyo Imana itegerezwa kumpezagira, ariko (ubukene, ukurwara, n'ukubaho nabi) kwanyu ni amakosa yanyu bwite — nta muntu n'umwe utegerezwa gushirako amakosa canke kwagiriza ariko ikosa ni iryo i wawe, rero ntuze iwanje ngo ndagufashe, nturire undaba."

Inyifato nk'iyo igaragarira mu nyifato yaw a muhungu mukuru mu mugani w' "umwana w'icangazi" muri **Luka 15:11-32**.[11] Uwo mugani abantu benshi muri twebwe turawumenyereye, turawuzi. Ni ngirakamaro kubona yuko, mu ntango y'iyo migani itatu Yesu yaciye muri **Luka 15** (umugani w' "umwana w'icangazi" wari uwugira gatatu), yariko aravuga ku mirwi ibiri y'abantu *"abatozakori n'abanyavyaha"* n' *"abafarisayo n'abanyabwenge b'ivyanditswe"* (**Luka 15:1-2**). Timothy Keller avuga ati, "Abo bantu b'ubkwoko bubiri, canke b'imirwi ibiri bameze nk'abo bavukana babiri bo mu nyuma bo muri uwo mugani. Abatozakori n'abanyavyaha bameze nk'uwo muhungu mutoyi muri uwo mugani. Bagiye, bisutse mu bintu bibi, mu buhumbu, no mu buzima bwo kutubajha idini (umurongo wa 13). Baretse imigenzo yemewe na ba sogokuruza ya kera y'imiryango yabo. Abafarisayo n'abigisha b'ivyanditswe, abanyabwenge b'ivyagezwe, yamara, bameze nka wa muhungu mukuru muri uwo mugani. Bagumanye akaranga k'imico yabareze kuva mu buto bwabo. Bagumye biga ijambo ry'Imana kandi baryumvira. Basenga kandi batazira Imana mu bihe kenshi mu bihe vyose." (Keller n.d.: "The Two," n.p.)

Muri uwo mugani, "Yesu yerekana Data, umuvyeyi afise abana babiri, kandi mu vy'ukuri bose bari kure y'umutima wiwe. Umwe yagaragaje ko ari kure y'umutima wiwe mu kurondera kuja kure yiwe no mu kwigira mu vyiwe mu kumuhunga, ariko umuhungu mukuru na we nyene yari ashavuye nk'uko n'uwo muto yari ashavuye kandi ivyo na vyo vyaboneka nk'uko ivy'uwo muto vyaboneka kuri we. Uwo Se, ari we Dawe ategerezwa 'kwegera uwo ari we wese' kuri umwe wese muri bo kugira ngo abinginge kwinjira (imirongo ya 20, 28). Ariko ngaha ni ho hari icirwa gikuru. Umwe wo mu bana biwe ni umuntu mwiza cane, uwundi na we ni umuntu mubi cane, ariko mu mpera, ni wa mwana mubi yinjiye mu mazimano ya se kandi aratamba, kandi ni wa mwana mwiza atigeze yinjira mu mazimano se yateguye." (Ico gitbu nyene.) Ariko ni kubera iki Umuhungu mukuru yagumye hanze aho kwinjira no kunezerererwa amazimano yateguriwe umuhungu mutoya. Umuhungu mukuru atubarira ati: "Raba iyi myaka yose irtya ngukobokera, ngukorera, nta ho nigeze kwanka ico wangezeko, nanje nta ho wigeze kumpa n'agasuguru, ngo nezeranwe n'abagenzi. (umurongo wa 29). Si ububi bwiwe bwatumye aguma hanze, ariko ni 'ubwiza' bwiwe. Si ivyaha vyiwe vyatumye aguma hanze bimubuza kunezwerererwa amazimano yateguwe na Se nk'uko icabitumye ari "ukugororoka" kwiwe. Umuhungu mukuru mu mpera ni we yatakaye, yazimiye, yabaye icangazi, naho ubwa mbere yari yakoze neza, ariko ni kubera ukwo gukora neza kwatumye yangara." (Ico gitabu nyene.)

Mu yandi majambo, si inzira imwe gusa yo kuba kure y'Imana, ariko ni inzira zibiri: inzira ya mbere, nta nkeka, ni ukurenga amategeko y'Imana no kubaho ubuzima bwo kwidagadagira, hamwe no kwaya co kimwe n'urya muhungu mutoya. Iyi nzira na yo yo kuba kure y'Imana ni *ukugumya, ukutarenga amategeko* kumwe k'urya muhungu mukuru. Kubera iki uwo muhungu mukuru yashavuye birengeje urugero? Keller abivuga ko ibi bikurikira: "Yiyumvira yuko afise uburenganzira bwo kubwira Se ico ategerezwa gukoresha imvune iruta izindi, impeta, ishuri inuze. Vyerekana yuko na we nyene atanezerejwe n'ukugene Se yakoresheje ubutunzi bwiwe nk'uko n'umuhungu mutoya yasevye umwandu wiwe. Umuhungu mutoya yarangaye kugira ngo ntabe musi y'ugucungerwa na Se ku butunzi yamuhaye, ariko umuhungu mukuru yagumye muhira kandi "ntaho yigeze kwanka ico yamugezeko " nk'aho ari inzira yiwe yo gukora uko nyene. Imbere mu mutima, bose yaba umuhungu mukuru yaba umuhungu mutoya bose bari co kimwe. Bose bariko baragerageza kuzibukira ububasha bwa Se, bose ntibemera ugucungerwa na Se kandi baragararije. Ariko umwe yabikoze mu kurenga amategeko yose ya Se, uwundi na we yabikoze mu kwumira ku mategeko no ku kutayarenga." (Ico gitabu nyene)

Ibi ni ngirakamaro kuri twebwe ko tubimenya kubera yuko, nubwo hariho "barumu na bacu" mw'ishengero, abantu benshi mw'ishengero si abahoze ari abasambanyi, abamaraya, si abahoze bari mu

[11] Uwo mugani wategerezwa mu bisanzwe kwitwa Umugani wa Data n'abahungu babiri, kubera yuko ufise vyinshi uvuga kuri Data n'umuhungu mukuru kurusha uko uvuga ku muhungu mutoya ("w'icangazi").

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kunywa ibiyayura mutwe, si absuma, canke abicanyi, abantu benshi mw'ishengero ahanini ni abanyedini, abantu biyubashe bagerageza gukurikiza amategeko kandi bagakora ibintu vyiza bigororotse. Ikibazo ariko dufise ni *ico bahekeyeko*: "Itandukaniro riri hagati y'umuntu w'umunyedini n'Umukristo w'ukuri ni uko umunyedini yubaha Imana kugira ngo ayigireko ububasha, kandi kugira ngo agire ivyo akuye ku Mana, ariko Umukristo yumvira kugira ngo aronke Imana. Abantu b'abanyedini bumvira kugira ngo baronke ububasha ku Mana, babe hejuru yayo, kugira ngo bayishire ahantu bibaza ko hari ivyo ibaheraniye. Kubw'ivyo, naho bigenza neza kandi no mw'idini bakiyerekana nk'aho batagira agasembwa, bariko baragerageza kuba abacunguzi babo ubwabo,bariko baragerageza kwicungura ubwabo. Abakristo, bo bazi yuko bakizwa n'ubuntu bw'Imana gusa kandi ko batazokwigera baja hejuru y'Imana ngo bayitegeke, bakayumvira bivuye ku mutima wo kuyiunda no kuyinezereza kandi no kwegera uwo yabacunguye." (Ico gitabu nyene.)

Ico dukwiye kumenya ni uko nk'uko tubibona mu mugani wo muri **Luka 15** n'ukugene Abafarisayo bavyifashemwo ku kugene Yesu yagendana n' "abatozakori n'abanyavyaha" mw'Isezerano Rishasha ryose, ni uko vyoroshe kuzana "barumu na bacu" kuri Kristo kurusha ukuzana "bakuru bacu." Yesu n'ubutumwa bwiza ni bo bakwegakwega barumu na bacu, kubera bobo baratahura vyoroshe ko bazimiye, batakaye, kurusha uko bakuru bacu babibona. Ni kubera yuko bakuru bacu batarenga amategeko kandi barisoneye kandi ivyabo bigenda neza kugeza yaho batamenya ivyo bakenye na gatoya (canke ugukomantara kw'imitima yabo bwite). Ni co gituma, dutegerezwa kwumvira ukugabisha kwa Yesu kandi tukigisha abantu bacu ko *"abatozakori n'abasambanyikazi babatanga kwinjira mu bwami bw'Imana. Kuko Yohana yaje muri mwebwe agendera mu nzira yo kugororoka, kandi ntimwamwemera. Ariko abatozakori n'abasambanyikazi baramwemeye. Namwe mubibonye, no hanyuma ntimwirimbura ngo mumwemere."* (**Mat 21:31-32**)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ni iki, nimba kiriho, gituma ingingo ya Lewi yo gukurikira Yesu iba nini cane kurusha nk'akarorero ingingo Petero, Andereya na Yohana bafashe yo gukurikira Yesu?

2. Nimba Yesu ari Imana ubwayo yihinduye umuntu, rero ukugene afata abantu bishobora kuba ari vyo bintu ngenderwako vy'inkuru y'Ubutumwa bwiza. Wibaza yuko ivyo ari ukuri? Kubera iki, canke kubera iki atari uko?

- Yesu *yafashe* abantu gute?
- Kubera iki ari ngirakamaro ko tubona ingene yafashe abantu n'ingene yabigenjejeko?

3. Uyu musi, Abakristo benshi baboneka ko biyumvira kandi bagakora nka Yesu (iyo yari kuba ngaha uyu musi) kumbure yoronka ishengero canke kumbure mu buriro ahantu batanga inzoga ziborera (nko mu buryo bunyuranye no kuja mu bunywero), kandi ko abagenzi biwe boba abavugabutumwa, atari abasambanyikazi. Ni hehe mwibaza ko tworonka, twosanze Yesu uyu musi? Nimba ari ahantu kanaka "hadashemeye, hatubashwe" kurusha ishengero canke uburiro butatanga izoga ziborera, uripfuza kuja ahantu nkaho?

4. Uyu musi, nib a nde baboneka nk' "umutozakori n'umunyavyaha"? None ni iki, nimba kiriho, twokorera abantu nk'abo?

5. Ni insiguro iyahe twoha *ugusangira* n' "abatozakori n'abanyavyaha"?

6. Mu gihe ca Yesu, intabwa zo mu kibano ni zo zisuka kwa Yesu kubera yuko zari zizi ko ari ku ruhande rwazo kandi ko yazikunda kandi ko yaziharira. Mbega intabwa z'uyu musi zirirukira mw'ishengero kubera yuko zizi yuko ishengero riri ku ruhande rwabo, rizishigikiye, kandi ko rizobakunda rikanabaharira? Kubera iki biri uko canke kubera iki bitari uko?

- Nimba ivyo *atari* ko biri, ni kubera iki atari ko biri, kandi twokora iki kuri ivyo?

7. Hanahana ivyiyumviro ku "nzira zibiri zo kuba kure y'Imana," mu yandi majambo, kuba nka wa muhungu mutoya muri **Luka 15** kandi no kutumvira amategeko nokuba nk'urya muhungu mukuru no kwumvira amategeko, no kuyubaha.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

- Hamwe twotahura ibi, none ni kubera iki bigoye kugarukana "abahungu bakuru" kuri Kristo?

- Twotahura gute ubwo bwoko bw'abo bahungu babiri—kandi kuvuga yuko kumbure benshi mu bantu bo mw'ishengero ni ubwoko canke ishusho y'"abahungu bakuru"—bigira ingaruka u kugene tuvuga ubutumwa bwiza n'ukugene dushikiriza ubutumwa bwiza?

**2:18-22:** ***[18] Kandi abigishwa ba Yohana bo n'abafarisayo bari bisonzesheje. Baraza baramubaza, bati Ni "iki gituma abigishwa ba Yohana n'abigishwa b'abafarisayo bisonzesha, abigishwa bawe ntibisonzeshe?" [19] Yesu arababaza ati mbega abatowe bokwisonzesha bate, bakiri kumwe n'umukwe? Umukwe akiri kumwe na bo ntibashobora kwisonzesha. [20] Hari imisi izoza, umukwe akurwe muri bo, bazoca bisonzesha uwo musi. [21] Nta wobarira ikiremo c'igitambara gisha ku mpuzu y'umushire; kuko ico kiremo coyitabura, igishasha kikavana n'umushire, ikarushiriza gutabuka. [22] Kandi ntawotara umutobe wa vino mu mikuza y'insato ibombotse; kuko vino yoturitsa iyo mikuza, vino n'imikuza bigapfana. Ariko umutobe wa vino bawutara mu mikuza misha."***

**Imirongo 18-22—**Yesu n'ukwisonzesha: insiguro ya Kristo

Muri ibi biriko birakurikirana mu gikorwa ca Yesu, aha ni ho adahanganye canke atabajijwe ikibazo n'abamurwanya. Ahubwo, abantu babonye yuko abigishwa ba Yohana Umubatizi bisonzesha n'abafarisayo na bo bakisonzesha, ariko ko abigishwa ba Yesu bo batisonzesha, bariko bariyumvira bibaza igituma bimeze birtyo.[12] Ariko, ikinyegejwe muri ico kibazo kwari ukunebagurwa n'Abafarisayo, mu kuvuga yuko, Yesu atitaho imigenzo. Ni co gituma, vyose ico bibazo n'inyishu ya Yesu bitugarukana ku kibazo cabajijwe ku **mirongo ya 1-12**, ni ukuvuga, Yesu uwo ari we, kandi vyongeye ku kibazo cabajijwe mu **mirongo ya 13-17**, ico Yesu akora.

1. Kwisonzesha mw'Isezerano rya Kera

Ivyagezwe vyo kwisonzesha vyasabwa igihe co nyene ari ku musi wo guhongera (**Lew 16:29, 31; 23:27-32; Guh 29:7**). Inyuma y'uruhungo, hariho iyindi misi ine mu mwaka yongeweko yo kwisonzesha (**Zek 7:5; 8:19**). Ukwisonzesha kenshi na kenshi kwahamagarwa n'abarongozi n'abavugishwa n'Imana ku kibazo kanaka kidasanzwe, nko mu gihe c'akaga k'igihugu cose, ukwihana canke uguca bugufi (**2 Ngo 20:3; Ezira 8:21-23; Neh 1:4-11; Yer 36:9; Yoweli 1:8-2:17**). Ukwisonzesha vyongeye vyarakwirikizwa umuntu ku giti ciwe kubera impamvu zitandukanye (**2 Sam 12:15-23; I Abami 21:27; Zab 69:1-15, 35:13-14, 109:4-21**).

2. Yesu n'ukwisonzesha; Yesu nk'umukwe

Yesu yarisonzesheje mu gihe yageragezwa ari mu bugararwa (**Mat 4:2**). Nubwo atashiburiye kure ukwisonzesha, nta nyigisho n'imwe canke amategeko yo kwisonzesha kenshi. Igituma kimwe c'ibi tugisoma mu nyishu Yesu yatanze ku **murongo wa 19** ku kibazo cari kijanye n'igituma abigishwa biwe batisonzesha. Michael Spencer avuga ati, "Ikiringo kimwe ukwisonzesha kwari kubujijwe hari igihe c'ubukwe. Kuko igihe cose nk'amayinga abiri yose umukwe n'umugeni bari bakikujwe n'abagenzi hamwe n'abaje mu misi mikuru y'ubwo bukwe, bazwi nk'abana' b'umukwe. Ku bantu benshi, ukwo guhimbaza ubwo bukwe wari wo musi mukuru uhambaye mu buzima bwabo kandi cari igihe c'umunezero mu kibano cose. Imibabaro no kwiyugumbira ntivyari vyemewe mu gihe c'ubukwe kandi kwisonzesha vyari kuba biteye isoni kandi vyari guharurwa nk'igitutsi. Rero abantu Yesu yariko arabarira bo mu kinjana ca mbere bari kumutwenga ku ciyumviro nk'ico. Yesu ariko arigereranya n'umukwe. Umugeni yari kuba yararindiriye imyaka myinshi ko umukwe ashika kugira ngo ajane umugeni mu muryango wiwe, nk'uko Abayuda bari barindiranye igishika uwari yarasezeranywe. Muri iki gihe, igihe Yesu yari ahari kandi azanye umunezero n'ubushasha bw'Ubwami si igihe co kwisonzesha, ariko ni igihe co kwinjira mu kunezerwa n'umunezero w'ikintu nk'ico c'akatari bwaboneke." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Bridegroom and The New Wine") Yesu rero yabikoze abigaragaza mu **mirongo ya 14-16** mu kunezeranwa na Lewi basangira hamwe n'"abanyavyaha."

Imana yigereranije ubwayo n'umukwe muri Yes **62:5**. Ubu rero na ho Yesu ariko aravuga ati, "*Ndi* uwo mukwe" (raba kandi **Mat 9:15; Luka 5:34-35; Yohana 3:28-29**). Mu kwiyita we ubwiwe umukwe, Yesu yariko aravuga mu bisanzwe yuko yari uwushikije ibintu vyose Isezerano rya Kera ryatunga agatoki. N. T. Wright arerekana uburebure bw'inyigisho ndoramana bw'inyishu ya Yesu: "Kwisonzesha muri ico gihe nticari

---

[12] Muri **Mat 9:14-17** na **Luka 5:33-39**, aho hose, nkuko biri no muri **Mariko 2**, ako kanya nyene inyuma y'ihamagarwa rya Lewi. Muri Matayo, abo bariko barabaza ikibazo baharurwa nk'abigishwa ba Yohana Umubatizi. Muri Luka, havuga yuko "ba" ramubaza; iyo "ba" ntitomoye neza abo ari bo babimubajije, ariko abanyabwenge b'ivyanditswe n'abafarisayo nib o bari inyuma y'ico kibazo, kiko ari bo bari bavuzwe imbere y'ico kibazo.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ikintu Abayuda bari bitoje, bari barimenyereje gusa, ariko cari kimwe mu vyaranga ukugororoka. Cari co gikwiye gukorwa kubera ibihe Isirayeli yarimwo muri ico gihe: Isirayeli yari ikiri mu buhungiro. Tubifoboye neza, ukwisonzesha kwari icotuma bibuka ugusangangurwa kw'urusengero. Isezerano rya Zekariya ry'uko ukwisonzesha kuzohinduka imisi mikuru y'akanyamuneza [**Zek 8:19**] vyari kuba ukuri igihe conyene YHWH azoba asubije itoto n'amatungo n;imigisha abantu bayo. Ivyo nta nkeka ni vyo Yesu yariko aravugako [ku bijanye n'abigishwa biwe batisonzesha hamwe n'imikuza y'insato mishasha]. Mu yandi majambo, uwo munezero wari ugeze kandi nta muntu yogomba kwisonzesha akaboneka nk'uwujumaraniwe yiraburaniwe ku musi w'ubukwe. Iyi si "inyigisho" ku bijanye n 'idini' canke 'ibikwiriye kuba'; canke ngo bibe ugukwiragiza ukuri kutaziriye igihe cakwo. Ni icemezo cerekeranye n'ibihe vy'iherezo. Iki gihe kirashikijwe; uruhungo ruraheze; umukwe arashitse, ari hafi. Ikimenyetso Yesu yerekanye, umusi mukuru w'umunezero aho kwisonzesha, bimuzana ahabona kubera ivyo avuze batashaka kwumva ko mu gikorwa ciwe ivyizigiro vya Isirayeli vyari bishitse; mu buryo burashe, ni uko mu gikorwa ciwe *urusengero rwariko rurubakwa.* Abo bari bamenyereye kuba mu buhungiro kugeza yaho batashobora kwumva ubutumwa bwo kurekurwa, bwo kubohorwa bari ibitumva ahubwo." (Wright 1996: 433-34)

Ku **murongo wa 20** Yesu aragabisha, *"Hari imisi izoza, umukwe akurwe muri bo, bazoca bisonzesha uwo musi."* Uku ni ugukuraho igihuzu ku maso c'ukuzobambwa kwiwe kwari kugiye kuza, hamwe n'ukuzoduzwa mw'ijuru kwiwe asubira kwa Data. Hamwe twokwibaza ko uku ariko vyagenze, dutegerezwa kwibuka ibintu bimwe bimwe igihe twiyumviriye ku kibazo co kwisonzesha uyu musi. Ubwa mbere, ibihe turimwo ntibisa n'ivyo abo bigishwa barimwo igihe Yesu yari akiri kumwe na bo bamubona amaso mu yandi ngaha kw'isi. kubw'ivyo, **umurongo 20** werekana yuko ukwisonzesha kw'abakristo kwemewe uyu musi. **Ivyak 13:1-3** n'igitabu c'ishengero rya mbere canditswe citwa *Didache* (c. 70-110), raba agace ka 8.1 cerekana yuko ishengero rya mbere ryisonzesha. Ubwa kabiri, ukwisonzesha gushonbor akuba umwimenyerezo wo mu vy'impwemu w'uko umuntu yishikanira Imana, wo kurodera Imana, ubugombe bwayo, kandi no kurondera imigenderanire myiza n'Imana, kandi hamwe n'izindi mpamvu zisa n'izo; ukwisonzesha vyongeye gushobora kugira ingaruka nziza ku magara y'abantu (raba Wallis 1968: *passim*). Yamara, ukwisonzesha, co kimwe n'uwundi mwimenyerezo wose wo mu vy'impwemu bishobora guhinduka itegeko ntabanduka canke ushobora gutuma abantu biyumvira yuko twebwe abisonzesha hari ibintu vy'impwemu turusha abandi batisonzesha. Iyo ni yo yari inyifato n'ingendo y'Abafarisayo muri **Luka 18:12** babariye Imana bati, *"Mu misi ndwi nisonzesha kabiri."* Yesu yavuze k'uwo muntu yariko arishira hejuru yirata (**Luka 18:14**; raba kandi **Mat 6:16-18**). Nk'uko Spencer abivuga, "ubukristo burakeneye imigenzo ishobora gutanga insiguro kandi ishobora guha iforoma ivy'impwemu, ariko kandi turakeneye kwiyubara kugira ngo twirinde kurwa mu mategeko, ku kwerekana ko turi abagororotsi kurusha abandicanke ubundi buryo bw'imigenzo ya kera. Twaba turiko turavuga ku kwisonzesha, ku gutanga ibigira cumi, canke izindi nsiguro z'ivyo dukora vy'impwemu dutegerezwa kwibuka yuko ivyo bishoboka biciye mu muntu Yesu n'igikorwa ciwe dushobora guhagarara no kurenguka imbere y'Imana. Mpwemu Yera aronkwa biciye mu kwizera, ntibica mu twigoro twinship no mu migenzo." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Bridegroom and The New Wine") Ubwa nyuma, kubera Yesu atari kumwe natwe mumubiri muri iki gihe nk'uko yari kumwe n'abigishwa biwe igihe yari akiri ngaha kw'isi, ntari kumwe na twe gusa ariko ari *muri* twebwe biciye mu muntu Mpwemu Yera (**Yohana 14:16-18**; raba **Ivyak 2:1-4; 1 Kor 3:16; Gal 4:6**). Kubw'ivyo, ubugingo rukristo ntibutegerezwa kurangwa n'umubabaro n'ukwitsa umutima camke kwiraburanirwa ariko butegerezwa kurangwa n'umunezero n'amahoro (raba **Yohana 14:27; Gal 5:22-23; Flp 4:4-7**). "Umunezero rukristo si ikintu co kwigirisha c'ibigumbagumba, ariko ni inyishu y'umuntu wese yuzuye - mpwemu, umutima, n'ubugombe, n'umubiri hamwe n'ibigumbagumba – ku kubaho n'ukuri kw'Imana." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Bridegroom and The New Wine") mpwemu ararongora, akerekeza, agashoboza, kandi akavugana natwe. Reka tumwegere kandi tubane hagufi na we kandi nimba ukwisonzesha bishobora kugufasha kumwegera, nta kibi na kimwe kirimwo, aho ni vyiza.

3. <u>Ikiremo ku mpuzu ishaje n'umuvinyu musha mu mikuza ishaje</u>

Ku **mirongo ya 21-22**, akarorero Yesu yatanze k'ikiremo ku mpuzu ishaje n'umuvinyo musha mu mikuza y'insato ishaje vyaregerezwa kuba ari ibintu abantu bamwumviriza bari bamenyereye. Ico yashatse kwerekana ku **murongo wa 21** cerekana yuko, "Iyo umuntu ashatse gushona canke kushira ikiremo ku mpuzu ishaje agashirako ikiremo c'impuzu ikiri nshasha, ico kiremo kizokwikunja maze gitabure iyo mpuzu yari ibarririwe guhera aho ico kiremo cikunje cashizweko, kubera impuzu ishaje itazoba igishobora kubana n'ikiremo c'impuzu nshasha" (Sproul 2021: n.p.). Ku bijanye no ku **murongo wa 22**, "Mu gihe ca Yesu, abantu bakoresha impuzu zikozwe mu nsato z'ibikoko—nk'insato z'impene—kugira ngo babikemwo amazi. Inzoga zari zimaze kubira zirimwo igihana, umwambiro, nk'umuvinyo zaravyimba, kandi kubera umukuza ukozwe mu rusato uba uja waragutse ataho ugisaganiriza, umuvinyo mushasha waca upasura aho uwo mukuza wunganiye.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Iki ni co gituma umuvinyo mushasha wategerezwa kubikwa mu mikuza mishasha y'insato. Nk'uko umuvinyo wavyimba, iyo mikuza ikozwe mu nsato nshasha na zo yavyimbana na wo kugira ngo ntuseseke." (Jesus Film Project 1995-2021: "New wine and old wineskins") Yesu ni vyo yariko aravuga kandi, kandi mu gukiza uwari anyunyutse, canke ikimuga biciye mw'ijambo ryiwe ryonyene hamwe no gusangira n'"abatozakori n'abanyavyaha," yariko aragaragaza yuko Imana "itugaraniwe inyuma y'imigenzo, ariko yuko ishika kure igashiramwo n'abanyavyaha mu buryo butangaje. Ntiyari amategeko y'idini ry'Ikiyahudi canke Imana y'idini ry'Ikiyahudi canke umutima w'Umuyuda akomeye Yesu yariko aravugako; kwari ukwumira k'ubwoko bw'idini ritari rikijana n'Imana muri kazoza no mu vyizigiro, ariko ryoryo ryagenda risubira inyuma mu migenzo kandi ingaruka, ivyamutse muri ivyo, kwari ukubohera abantu mu mikuza yabo ya kera ikozwe mu nshato ishaje. Yesu ntiyaje kubarira ibintu nk'ivyo. Ntiyaje gusuka umuvinyu mushasha mu mikuza y'insato ibombotse, mu mikuza y'insato ya kera. Imigenzo y'idini igihe cose izokwama itabuka hamaze kuza ububasha bwa Mpwemu Yera ariko arakora mu Bwami. Imana iriko irakora mu Bwami Bwayo, isenyagura ibihome, ibohora abantu, ikiza abababaye kandi ikinjizamwo n'intabwa. . . . Yesu yariko arahangana n'abo bose bari bamuzi akababwira ko bakwiye guhitamwo imigenderanire n'Imana no kumenya mu vy'ukuri Imana iyo ari yo, n'ukugene imeze . . . Dutegerezwa kubona yuko ububasha bw''ugupumuka, ukwuguruka" kw'ubutumwa bwiza ari ikintu kibandanya. Ahantu hose ivya kera, mu yandi majambo umuntu yaguye ari we ari hejuru, Ubutumwa Bwiza bugarukana ubuzima n'ubugingo bushasha. Iki ni ikigize ugutumwa kwacu kwo kugenda mw'isi nk'umwambiro, nk'abagiye gushikiriza ibintu bishasha, nk'ingenzi nk'abashitsi, nk'amatara mu mwiza. Kandi tumaze kugera mw'isi, ntiduhagarariye ivya kera, ariko duhagarqariye ibishasha, Kristo n'Ubwami bwiwe." (Spencer 2020: "Reconsider Jesus – The Bridegroom and The New Wine")

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Kubera iki twonezerwa igihe umukwe wacu ari mw'ijuru?

2. Abakristo kenshi bifatanya n'ivya "kera," atari "ibishasha." None ivyo babigira gute? Ni "ubushasha" bumeze gute Imana ishaka kuzana mw'isi yanyu: ku gatwe kawe, mu muryango wawe, mu buzima bw'igikorwa cawe, mw'ishengero ryawe?

3. Iyo wisonzesheje, wisonzesha gute kandi wakuyemwo inyungu ki muri ukwo kwisonzesha kwawe?

4. Hari intererano n'imwe woterera yofasha abantu kugira ngo ntibahindure ukwisonzesha itegeko ntabanduka?

**2:23-28:** ***[23] Kandi kw'Isabato, agenda aca mu mirima y'ingano; abigishwa biwe bakigenda batangura kumyoza ingano. [24] Abafarisayo baramubaza, bati Ni iki gitumye bakora ikizira gukorwa kw'isabato?" [25] Na we arababaza ati, Nta ho murasoma ico Dawidi yakoze, aho yari aburaniwe ashonje, bo n'abari kumwe na we: [26] Ingene yinjiye mu nzu y'Imana, mu misi ya Abiyatari umuherezi mukuru, akarya imitsima y'ibiterekerwa, ari umuziro kuribwa, ukuye abaherezi, akayihako n'abari kumwe na we?" [27] Kandi arababwira, ati Isabato yabayeho kubw'umuntu, ariko umuntu si we yabayeho kubw'isabato. [28] Ni co gituma umwana w'umuntu ari umwami w'isabato na yo."***

**Imirongo 23-28**—Kumyoza no kurya ingano kw'Isabato

Dufatiye ku **Gus 23:25**, vyari vyemewe kumyoza ingano canke amahonda mu ndimo y'umubanyi. Yamara, "icagezwe kitanditswe" carabuze gukora ivyo kw'Isabato. Inyishu ya mbere ya Yesu yahaye Abafarisayo ifatiye ku vyo Dawidi yakoze, nk'uko tubisoma muri **1 Sam 21:1-6**, kandi ivyo Dawidi ntiyabiharuweko icaha mw'Isezerano rya Kera.[13] Yesu yabonetse nk'aho atanga insiguro zikubiye mu bintu bitatu afatiye kuri Dawidi. Ubwa mbere, "kubera Dawidi atabiharuweko icaha, kubera iki none mwebwe mubimpanira, mubimparurako icaha? Ubwa kabiri, ikibazo ca Dawidi ntikwari ukumyoza ingano canke amahonda gusa ariko yari "yarenze icagezwe gikomeye co kurya *imitsima yejejwe, kuko ata yindi yariho atari iy'ibiterekerwa*, iyo na yo, bategerezwa kubanza kuyihereza Imana, ikaba iyejejwe ntimere nk'iyindi isanzwe, kandi ikemererwa kuribwa gusa n'abaherezi" (Cole 1989: 129); kubw'ivyo, nta rufatiro bari bafise rwo kurega

[13] Gufatira ku **murongo wa 26** kuri Abiyatari bivyura ibibazo bitari bike, kubera yuko **1 Sam 21:1** havuga yuko Se wa Abiyatari, Ahimeleki, yari umuherezi mukuru wo muri ico gihe. Ukugene ururimi rw'ikigiriki rwatondekanije ayo majambo y'umurongo wa **26** ntibisigura yuko Abiyatari yari umuherezi mukuru yamara ni mu buryo bwagutse (raba Cole 1989: 129n.2; Blomberg 1986:147-48). Ikindi, Isezerano rya kera ubwaryo risa n'ibirivyimvya, ritera urujijo, canke rigakoresha ugukabukanya Ahimereki na Abiyatari (gereranya **1 Sam 22:20** na **2 Sam 8:17; 1 Ngo 18:16; na 24:6**).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Yesu canke abigishwa biwe.[14] Ubugira gatatu, ivyo abantu bakeneye biza imbere y'ibigize imigenzo y'amategeko.

Ku **mirongo ya 27-28** Yesu aca aja ku bibazo bikomeye kurushiriza ku kamere k'Isabato ubwayo hamwe n';imigenderanirire abantu bategerezwa kugiranira n'Isabato. Ku **murongo wa 27** amajambo ya Yesu yuko *"Isabato yabayeho kubw'umuntu, ariko umuntu si we yabayeh kubw'isabato"* ahanini yariko aravuga yuko "Abafarisayo, hamwe n'ivyo bazirirиza, mu ntango vyarivyagenewe kubuza kurenga isabato, vyari biheze mu kugira Isabato umuzigo utari uwo kwihanganirwa (raba Mt. 23:4). Ubu basa naho bibagiye neza yuko inkomoko, isoko y'Isabato bwari ubuntu bw'Imana yahaye abo yaremye." (Cole 1989: 129)

**Umurongo 28** werekana neza iciyumviro gikuru ca Yesu c'uko ikibazo nyamukuru ko atari ico umuntu yemerewe gukora canke atemerewe gukora kw'Isabato, ariko ikibazo ni Yesu uwo ari we; ikibazo nyamukuru cerekeranye na Kristo uwo ari we. Atangura vyongeye kwiyita ukundi gushasha *"Umwana w'Umuntu,"* nk'uko yari yabikoze kuri **2:10**. Ni co gituma, ariko arongera kwemeza akaranga kiwe n'ububasha bwiwe nk'Imana yaje ngaha kw'isi nk'umuntu. Yesu rero aravuga yuko ari *"Umwami w'Isabato"* (**Mariko 2:28;** raba kandi **Mat 12:6; Luka 6:5**). Abafarisayo bavuga yuko abigishwa ba Yesu barenze itegeko ry'Isabato kubera bamyoje ingano kw'Isabato. Yesu ariko aravuga yuko "abigishwa ari izira karengane, yuko ata kibagira *kubera* [We] nk'Umwana w'Umuntu ari Umwami w'Isabato" (Carson 1982: 67). Mu kuvuga gurtyo, Yesu yariko aremeza ko "arengeye, ari hejuru y'Isabato kandi kubera ico afise ububasha bwo gukuraho canke guhindura icagezwe c'Isabato" (Moo 1984: 17). Imana yonyene ni yo ifise ububasha kw'Isabato kandi ikaba ifise ububasha bwo guhindura no gukuraho canke guhindura icagezwe c'Isabato. Yongeye kuvuga ibindi bintu nk'ivyo vy'uko angana n'Imana muri **Yohana 5:17-18** igihe yakiza umuntu kw'Isabato kandi aca amubarira ati *"ikorere inderuzo yawe ugende,"* mu buryo bunyuranye n'ivyagezwe vy'Isabato. R. T. France avuga yuko Yesu "yariko ariyerekana buke buke nk' [Umwami] mu nyigisho ziwe no mu gikorwa ciwe, mu bijanye n'ububasha bw'ivy'impwemu hamwe n'ingwara zo ku mubiri, mu kwemeza ko aharira ivyaha, kandi ubu mbere (*kai*) ku vyerekeranye n'ivashinzwe n'ijuru vyera kurusha ibindi vyose, Isabato. Ikintu rero cari gikomeye ku vy'ukuba Kristo nta handi cari kuba kirengeye kurusha ibi." (France 2002: 148) Kwivuga ko ari Umwami w'Isabato "si ikintu cerekeranye na Mesiya gusa gikomeye, ariko kandi kivyura akaryo ku guhinduka ko muri kazoza canke gutanga iyindi nsiguro y'Isabato" (Carson 1982: 66).[15] Ico Yesu yiyemereje ko ari *"Umwami w'Isabato"* nticerekeranye gusa n'ingendo yiwe ariko kandi gifise ingaruka no ku ngendo y'abandi. Hamwe twomenya Yesu uwo ari we, aho imbere yacu haba hariho uguhitamwo: kumwemera no kumwumvira (nk'uko benshi babikoze mukwikorera inderuzo yabo bakagenda) canke kumurwanya (nk'uko Abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo babikoze).

***<u>3:1-6:</u>*** ***[1] Yongera kwinjira mw'isinagogi; kandi hari umuntu anyunyutse ukuboko; [2] baramugenza ngo barabe ko amukiza kw'Isabato, ngo bamurege. [3] Abarira uwo muntu anyunyutse ukuboko, ati Va hasi uze uhagarare hagati." [4] Arababaza, ati Mbega ivyemerwa ni ugukora ivyiza kw'isabato canke ni ugukora ibibi? Gukiza umuntu canke kumwica?" barihorera. [5] Aberaguza mwo amaso, aratse, ababazwa n'uko imitima yabo ikomantaye, abarira uwo muntu ati, Ramvura ukuboko kwawe. Arakuramvura, kurakira. [6] Abafarisayo barasohoka, baca bamugira inama n'abantu ba Herode ngo babone ingene bomwica.***

<u>**Imirongo 1-6—**Yesu akiza umuntu ku musi w'Isabato</u>

Iki ni ica nyuma mu bintu bitanu Yesu yakoze vyanditswe guhera kuri **2:1–3:6** gishikana ku Bafarisayo n'aba Herode baja inama y'ukugene bazokwica Yesu. Ubu rero hoho si abigishwa ba Yesu gusa bakoze ikintu kw'isabato nko ku vyabaye imbere yaho, ahubwo ni Yesu ubwiwe. Ikindi, ugukiza Yesu akora kw'Isabato nticabereye mu mpisho nk'uko vyagenze kuri **2:1-12** ariko ico coco cabereye mw'isinagogi. Kubera yabwiye uwo muntu anyunyutse ukuboko guhaguruka no kuza imbere y'abantu, Yesu yagaragaye ko akijije uwo muntu n'ibigirankana nk' *agasomborotso* kuri abo bariko baravyitegereza kugira ngo baronke, babone ico bamurega.

Ikibazo ca Yesu ku **murongo wa 4** (*"Mbega ivyemerwa ni ugukora ivyiza kw Isabato canke ni ugukora ibibi? Gukiza umuntu canke kumwica?"*) cibutsa ihame riri inyuma y'Isabato yari yaravuze ku murongo wa **2:27**: *"Isabato yabayeho kubw'umuntu, ariko umuntu si we yabayeho kubw Isabato."* Inyishu, iyo nyishu Abafarisayo bari bayizi ariko ntibashobore kuvyemera ni *"gukora ivyiza . . . gukiza ubugingo."* Mu vyo Matayo yavuze kuri iki kintu cabaye, Yesu arabigaragaza neza mu gutanga akarorero, *"[11] Arabishura ati, 'Ni nde muri*

---

[14] Iki ni ikintu kizwi kw'izina ry'impari *ntabanduka* (mu yandi majambo, impari uhereye ku kintu kinini ukamanuka uja ku gito), akarorero, nimba utizera umwana wawe ko yonyonga ikinga canke ko yoshobora gukora ikinga neza, rero mu buryo *ntabanduka*, ntiwomwizera ko ashobora kunyonga imodoka canke ko ashobora gukora imodoka.

[15] Ukugene Yesu yashikije kandi agasubirira Isabato yo mw'Isezerano rya Kera vyaravuzweko vyimazeyo muri Menn 2021: 89-91.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*mwebwe yoba afise intama imwe ikarwa mu cobo kw Isabato, ntayifate ngo ayikureyo? [12] Mbega none umuntu ntaruta intama cane? None rero biremerwa gukora ivyiza kw'Isabato.'"* (**Mat 12:11-12**) *Ukwihorera* kw Abafarisayo, mbere nubwo bari bazi inyishu y'ukuri ku kibazo ca Yesu, bishikana "ku gukora ikibi." R. Alan Cole avuga ati, "guheba uwo muntu ataco yari yifashije kwari ugutuma aguma ari ikimuga; ibi na vyo kwari "*ugukora ikibi*" (Cole 1989: 132). Ukwo kwihorera kw'Abafarisayo kungana no "guca ku rundi ruhande" kw'umuherezi n'Umulewi mu mugani y'Umusamariya w'imbabazi (**Luka 10:29-37**). Mu yandi majambo, *kunanirwa* gukora ivyiza igihe tubishoboye nta co bitandukaniyeko n'ugukora ikibi; kandi *kudakiza* ubuzima, ubugingo igihe tubishoboye bisigura yuko tuba tubwishe.

Ku murongo wa **5** havuga yuko Yesu yaratse, ababazwa vyongeye n'uko imitima yabo ikomantaye. Yari ashavuye kubera Abafarisayo bari bafise ubwicanyi mu mitima yabo kandi nk'uko Luka abavuga muri ibi vyabayearatubarira ati, *"Amenya ivyo biyumvira"* (**Luka 6:8**). Yari ashavuye kubera *"ugukomantara kw'imitima"* (**umurongo wa 5**). Yesu yari azi ingorane y'ukuri y'abantu ko atari idini, si imigenzo, si ukutamenya, ariko ikibazo ni umutima w'umuntu ubwawo (raba **Yer 17:9**), kandi Yesu wenyene ni we ashobora guhindura imitima yacu kandi akaduha "umutima woroshe nk'inyama" aho kuba "imitima y'amabuye" (**Ezk 36;26**). Iki gitangaza co gukira ni co gishikana ku yindi ntambuko mu gikorwa ca Yesu, kubera yuko Abafarisayo bipfuza kugumana imitima yabo ikomantaye aho gukurikira Yesu. Guhera ako kanya, Abafarisayo *"barasohoka, baca bamugira inama n'abantu ba Herode ngo babone ingene bomwica"* (**umurongo wa 6**).

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Yesu yavuze ko ari Imana yihinduye umuntu kandi ko ari "Umwami w'Isabato," yamara ico bamwagirije kurusha ibindi ni uko *atari umunyedini bihagije*! Ibi bifise ingaruka ki kuri twebwe nk'abakwirikira Yesu?

2. Wibaza iki kuri iki cemezo, "*kudashobora, kunanirwa* gukora iciza igihe twari tubishoboye biharurwa ko ukoze ikibi; kandi ku*ta*rokora ubugingo bw'umuntu igihe tubishoboye ni co kimwe n'ukubwica."

**3:7-12:** ***[7] Maze Yesu n'abigishwa biwe bavayo, baja ku kiyaga: ishengero ryinshi riramukurikira, bavuye i Galilaya n'i Yudaya [8] n' i Yerusalemu no muri Idumaya no hakurya ya Yorodani, n'abahereranye no muri Tiro n'i Sidoni, ishengero ryinshi ryumvise ivyo yakoze riza kuri we. [9] Abarira abigishwa biwe ngo bagumishe ubwato butoya hafi kubw'ishengero ngo ntirimubande. [10] Kuko yakijije benshi, ni co catumye abari bafise ivyago bose bamuhenukirako, ngo bamukoreko. [11] Impwemu zihumanye na zo uko zimubonye zamwikubita imbere, zigasemerera ziti Uri umwana w'Imana." [12] Arazihanikiriza cane, ngo ntizigende ziramwandagaza.***

**Imirongo ya 7-12—**Yesu akiza benshi bafise ivyago asenda n'impwemu mbi

Mu buryo bwinshi, iki gice gisa n'ibiri kuri **1:21-34**. Nubwo Mariko atatubarira igituma Yesu yagiye kwiherera aha wenyene, akava ahari abantu benshi, Matayo we yerekana yuko ari kubera Yesu yari azi ko bamugiriye inama yo kumwica (raba **Mat 12:15**). **Imirongo 7-10** yerekana yuko, naho hariho ababanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo bamurwanya, amasinzi y'abantu baturutse ku mpande nyinshi no mu turere twinshi, baba abanyamanga n'Abisirayeli, bagumye bakurikira Yesu, kumbure ahanini kubera igikorwa ciwe c'ugukiza. Gufatira ku bwato ku **murongo wa 9** kwarasubiwemwo no kuri **4:1** kandi vyerekana yuko Yesu yashobora kwigisha abantu isinzi ariko kandi akirinda kwicwa. Igihe Yesu yabona ishengero ryinshi *"ryamuteye akagongwe kuko bameze nk'intama zitagira umwungere"* (**Mariko 6:34**). Yamara, icari kimuraje ishinga ntibwari ubwinshi bw'abantu *"kuko ubwiwe yari azi ibiri mu muntu"* (**Yohana 2:23-25**). Ikiraje ishinga Yesu ni urugero umuntu amwishikanirako (raba uburorero, **Mat 10:37-39; Mariko 8:34-38; Luka 14:25-33; Yohana 6:53-66**). Duhejeje kuvuga ivyo, nubwo Yesu yari azi ko ishengero, amasinzi ashobora kuba nyamuja irya n'ino, ko benshi bari ngaho kugira ngo barabe ibitangaza canke ngo bagaburirwe, kandi ko benshi batazokwigera bahinduka abigishwa biwe, yarigishije kandi arabakiza uko biri kwose. Ikindi, nubwo Yesu yashobora kwerekana impuhwe, n'ikigongwe n'imbabazi nyinshi ku masinzi, ntiyigeze ahindura canke ngo ahengekeze ubutumwa bwiwe bwerekeye ukugene binjira mu bwami kandi n'ingaruka zo kuba mu bwami. Ni co gituma, muri **Yohana 6:66**, benshi mu bari baramukurikiye barafororotse bamuvako barigira ntibasubira kumukurikira. Uwu ni umurongo mwiza ishengero ritegerezwa kwiga: ukugene dushobora gushikira abantu no gukorana urukundo ku bantu b'uburyo bwose, mbere benshi ubwabo bakaba badakunditse, kandi ariko ntitwigere duhengekereza ubutumwa bwiza n'ingaruka zabwo mu bugingo bwacu kugira ngo twikwegereko amasinzi. **Imirongo ya 11-12** isa n'iyivuga kuri **1:24-25** mu buryo bw'uko impwemu zihumanye zizi Yesu uwo ari we kandi zikatagura no mu bantu ko ari Umwana w'Imana, ariko Yesu arazikankamira kandi azitegeka

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kutamumenyekanisha, kutavuga uwo ari we.

## IKIBAZO C'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Twebwe, ishengero, dukeneye gukora iki canke guhindura ivyo turiko turakora kugira ngo tugendere mu murongo mwiza nk'uwo Yesu yagendeye mwo, mu yandi majambo, gushikira abantu no gukorana urukundo ku bantu b'uburyo bwose, bashobora kuba ubwabo badakunditse na gato, ariko ntitwigere duhengekereza ubutumwa bwiza n'ingaruka zabwo mu bugingo bwacu?

**3:13-19:** ***[13] Maze aduga umusozi muremure, ahamagara abo agomba, baza kuri we. [14] Atoranya cumi na babiri bo kubana na we, maze ngo abatume kwigisha [15] no kugira ububasha bwo gusenda abadayimoni. [16] Nuko atoranya abo cumi na babiri: Simoni, (amwita Petero); [17] atoranya na Yakobo mwene Zebedayo, na Yohana mwene nyina wa Yakobo, na bo abita Bowanerige, risobanurwa ngo abana b'inkuba; [18] Atoranya na Andereya, na Filipo, na Barutolomayo, na Matayo, na Toma, na Yakobo mwene Alufayo, na Tadayo, na Simoni Umunyakananayo, [19] na Yuda isikariryota, ni we yamuguze***

### Imirongo 13-19—Kurobanura cumi na babiri

Luka atubarira yuko imbere yuko Yesu atoranya Cumi na babiri, yari yamaze ijoro ryose asenga (**Luka 6:12**). Co kimwe n'ibindi bikorwa vyiwe n'ivyo yavuga, kurobanura Cumi na babiri vyari bifise insiguro nini mu vy'imenyeshamana. Ugushinga ishengero kwa Yes uku bigishwa 12 /intumwa 12 vyerekana ko yariko arashiraho itanguriro rishasha ry'impwemu rya Isirayeli. Ugutoranya kwa Yesu kw'abigishwa 12 /intumwa 12 (**Mat 10:1-2; Mariko 3:13-19; Luka 6:12-26**) ni ikigereranyo c'imiryango 12 ya Isirayeli. "Ni abaserukizi n'agatimatima k'ukuzoshiraho imiryango cumi n'ibiri mishasha" (Goppelt 1982: 108). Yakobo yemeza ibi mu ntango y'icete ciwe *"ndabandikiye abo mu miryango cumi n'ibiri y'abasabagiye"* (**Yak 1:1**). Ico cete nta nkeka ko candikiwe *Abakristo* (raba **Yak 2:1**). "Mu gukoresha ijambo [*ai dōdeka phulai; "imiryango cumi n'ibiri"*], umwanditsi abona akaraba abo yariko arandikira ico cete nk'aho ari bo Isirayeli y'ukuri. Ishengero ryarigaruriye ico giti, kubera cabaye igikorwa ca Mesiya co kwongera gushiraho imiryango cumi n'ibiri (Yer. 3:18; Ezk. 37:19-24; Zab 17:28), kandi n'Abakristo bariyizi nk'abaraganwa b'ukuri b'ukwizera kw'Abayuda (Rom 4; 1 Kor. 10:18; Gal. 4:21-31; Flp. 3:3)." (Davids 1982: 63) Cole yerekana ugushusha kuri hagati ya Isirayeli yo mw'isezerano rya Kera n'imiryango cumi n'ibiri n'intumwa cumi na zibiri: "Nk'uko Isirayeli ya Kera yari ifise ba sogokuruza cumi na babiri 'ba data b'urufatira', ni ko bimeze no ku bishasha; mbere n'amazina amwe amwe y'imfatiro ni amwe arasa. Hose, mw'Isezerano rya Kera no mw'isezerano Rishasha, hariho Simiyoni na Lewi, hakabamwo mbere na Yuda. Hariho ukundi gushusha gushobora kuba kuriho ariko tutazi, kubera Andereya na Filipo nta nkeka ko na bo nyene bari bafise "Izina ry'idini" ry'Igiheburayo kandi bakongera bakagira amazina y'Ikigiriki . . . nk'uko hari harabayeho kera umuryango wakundwa, Benyamini, ni ko hariho umwigishwa yakundwa, Yohana, kandi, muri Isirayeli nshasha, bose ni abami n'abaherezi (Ivyah. 1:6), nk'uko vyari muri Isirayeli ya Kera (Kuv. 19:6). (Cole 1989: 135-36n.3)

Ko Yesu yariko arinjira Isirayeli nshasha, y'ukuri, yo mu vy'Impwemu muri abo Cumi na babiri biremezwa muri Yesrusalemu Musha. Ku marembo cumi n'abiri ya Yerusalemu mushasha handitsweko *"amazina y'imiryango cumi n'ibiri ya Isirayeli"* (**Ivyah 21:12**), yamara ku mabuye y'itanguriro ya Yerusalemu nshasha hari *"amazina cumi n'abiri y'intumwa cumi na zibiri z'Umwagazi"* (**Ivyah 21:14**). Mu gukora ivyo, Ivyahishuwe biriko biremeza ubumwe budasanzwe buri hagati ya Isirayeli yo mw'Isezerano rya Kera n'abanywanyi biwe n'abigishwa ba Yesu nka Isirayeli nshasha, y'ukuri, yo muvy'impwemu (raba Walker 1996: 239). Mu buryo budasanzwe, nubwo umuntu ashobora kwiyumvira yuko "urufatiro" rwa Yerusalemu mushasha rwategerezwa kuba Isirayeli yo mw'isezerano rya Kera, kuko ari yo yabayeho bwa mbere, ni amazina y'intumwa cumi na zibiri ari kuri urwo rufatiro. Ibi vyerekana yuko Kristo n'ubutumwa bwiza ari vyo rufatiro rwa Yerusalemu Mushasha.

Intumwa ubwazo zitratahura akamaro n'insiguro y'igiharuro "12": Mu **Ivyak 1:12-26** bavuze yuko vyari ngombwa gusubiriza ikibanza ca Yuda Isikariyota nk'intumwa. Hejuru y'ivyo, nubwo Paulo yari intumwa (raba akarorero **Rom 1:1; 1 Kor 1:1; 9:1**), Isezerano Rishasha (na Paulo ubwiwe nyene) arazi neza ko hariho itandukaniro ry'ukuba intumwa kwiwe n'ukuba intumwa kwa bamwe "cumi na babiri" (raba **Ivyak 6:2; 1 Kor 15:5, 8**). Ibi bishobora kuba bivana n'uko igikorwa ca Paulo ahanini cari ico mu Banyamahanga (raba **Ivyak 9:15; 13:46; 18:6; Gal 1:16; 2:7**), aho Petero, uwasa n'umurongozi wabo kandi akaba n'umuvugizi wa bamwe cumi na babiri, ahanini yari intumwa ku Bayuda (raba **Gal 2:7-8**).

Naho duhejeje kuvuga ivyo vyose, "wari umurwi w'abantu utangaje Umwami wacu yatoranije kugira ngo babe abigishwa biwe. Bane muri bo bari abarovyi, umwe yari umutozakori yankwa cane, uwundi na we yari

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

uwo mu murwi wa politike w'ivyiyumviro bikaze vy'ukugumuka. Abandi bose uko ari batandatu basigaye nta bintu vyishi tubaziko. Benshi bari abantu bo mu buzima busanzwe. Nta muvugabutumwa yarimwo, canke umuntu w'umuhanga mu Vyanditswe muri ico kirwi cose. Ariko ni muri abo bantu nyene Yesu yashinzeko ishengero ryiwe kandi bagakwiragiza Ubutumwa Bwiza gushika ku mpera y'isi." (Wessel 1984: 643)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Mu bihe vyinshi Yesu yaravi mu bantu akaja kwihherera aha wenyene (raba vyongeye **Mariko 6:31, 46; 7:24; 14:34-35**). Akamaro kuri wewe ko kuja kwiherera rimwe na rimwe ni akahe?

- Ni ryari umenya ko bikenewe ko uja kwiherera?
- Ufise ubuhinga ubuhe bwo kwongereza inguvu (mu vy'impwemu, ku mubiri, mu mutwe, no mu bigumbagumba)?

2. **Imirongo 14-15** yerekana yuko Yesu yahamagaye Cumi na Babiri ngo bagende mw'isi yose co kimwe nk'uko Yesu ubwiwe na we nyene yabikoze, bafise ububasha bumwe nk'ubwo yari afise. Ibi none bifise ingaruka ki ku bugingo bwacu, none twigenza gute ku bantu, tugiranira imigenderanire imeze gute n'abantu?

3. Mu gutoranya intumwa cumi na zabiri kwa Yesu bitubwira ko (ishengero) ritegerezwa kumera gute?

4. Akamere n'ibiranga intumwa bitubwira iki ku vyerekeranye n'uko twebwe (ishengero) dukwiriye kumera?

**3:20-35:** ***[20] Aja mu nzu: ishengero ryongera gukoranira kuri we, bituma Babura ingene batamira n'agatsima.***
***[21] Abiwabo bavyumvise barasohoka ngo baje kumufata, kuko "bagira ngo yasaze." [22] Kandi Abanyabwenge b'Ivyanditswe bavuye I Yerusalemu baravuga bati: Arimwo Beyezebuli: kandi bati Umukuru w'abadayimoni ni we amushoboza gusenda abadayimoni." [23] Arabahamagara, abacira umugani Ati Satani yoshobora ate gusenda Satani? [24] Ubwami iyo bwitandukanije ubwabwo, ubwo bwami ntibushobora kurama. [25] Inzu ni yitandukanya ubwayo, iyo nzu ntizoshobora kurama. [26] Kandi Satani namba yihagurukiye, akitandukanya, ntashobora guhangama, arahera. [27] Kandi nta muntu yoshobora kwinjira mu nzu y'umuntu w'inkomezi kumusahura ibintu, atabanje kuboha wa munyenkomezi, maze akabona kumusahura ivyo mu nzu yiwe.***
***[28] "Ndababwire ukuri: abana b'abantu bazoharirwa ivyaha vyabo vyose, n'ibirogotano vyose bazorogota,***
***[29] ariko umuntu wese azorogota kuri Mpwemu Yera ntaho azoharirwa, kandi azoba akoze icaha c'ibihe bidashira"— [30] Icatumye avuga uko ni uko bavuze ngo arimwo impwemu ihumanye."***
***[31] Maze nyina na bene nyina baraza, batuma kumuhamagara, bahagaze hanze. [32] Ishengero ryari ryicaye, rimukikije, maze baramubwira bati Erega umuvyeyi wawe na barumuna bawe, bari hanze, barakurondera." [33] Na we arababaza ati, "Mama ni nde, canke bene mama ni ba Nde?" [34] Yeraguza amaso abari bicaye impande zose bamukikije, ati Ngaba Mama na bene Mama: [35] Umuntu wese akora ivy'Imana igomba ni we murumunanje, ni we mushikanje, ni we Mama."***

**Imirongo 20-35—**Kutizera, ukurwanywa, n'umuryango nyakuri wa Kristo

Iki kigabane gitangurana n'ukuvuga umuryango wa Kristo wo ngaha kw'isi, hanyuma kikabandanya kivuga ku kirego abanyabwenge b'ivyanditswe bamureze, kandi kigaheraheza kivuga ku muryango wa Yesu wo ngaha kw'isi n'ukugene Kristo abona, asobanura abo yita ko ari umuryango wiwe nyakuri.

1. Umuryango wa Yesu wo kw'isi wibaza ko yasaze

Kenshi na kenshi turibagira ko Yesu yakomotse mu muryango kandi ko yari afise abahungu n'abakobwa bavukana kuri Nyina ariko batavukana kuri Se.[16] Mu gihe c'igikorwaca Yesu ngaha kw'isi, bene nyina ntibigeze bamwizera (**Yohana 7:5**) kandi, nk'uko **umurongo 21** ubitubarira, baranibajije yuko yoba yasaze. Ukuri ni uko uwo ari we wese—guhera ku barongozi b'idini no gushika ku muryango wiwe bwite,—nta n'umwe yamenye mu vy'ukuri Yesu uwo ari we. Ni co gituma tudakwiye gutangara igihe abantu tuzi n'abo tuvugana ku bijanye n'Umwami ko badatahura canke ko batizera, kandi ntidukwiye gutangara igihe abantu bo mu miryango yacu bwite badatahura canke ngo bizere canke mbere ngo ibaze ko twasaze mu gukurikira Yesu. Yesu ubwiwe yavuze ati Uko ni ko bizaba (raba **Mat 10:34-36; Luka 12:51-53**). Gukunda kandi no kwitaho

[16] Vyinshi ku bijanye na bene nyina ba Yesu na bashiki biwe, raba aho twabivuzeko ku **mirongo ya 31-35**, aho hepfo.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

umuryango ni ikintu gikomeye, ariko Yesu aduhamagarira kumukunda kurusha ibindi bintu vyose, kuruta mbere uko dukunda imiryango yacu yacu yo ngaha kw'isi (**Mat 10:37-39; Luka 14:26-33**).

2. <u>Ukurwanya Yesu kw'abarongozi b'idini no "kurogota kuri Mpwemu Yera"</u>

Abarongozi b'idini bagiye kure y'ukwiyumvira Yesu atoba yasaze gusa. Bari abansi biwe kandi bamurega ko *"arimwo Beyezebuli,"* kandi bavuga bati *"Umukuru w'abadayimoni ni we amushoboza gusenda abadayimoni"* (**umurongo 22**; raba kandi **Mat 12:31-32; Luka 12:10; Yohana 10:20**).[17] Ico kirego nticumvikana na gatoya, nk'uko Yesu avyerekana mu mirongo ya **23-27**. Yamara, ico kirego cari kirengeye n'ukutumvikana gusa. Ico Yesu yari afatiyeko ku "Kurogota kuri Mpwemu Yera" ni uko abanyabwenge b'ivyanditswe bari bashize igikorwa ca Kristo co gukiza no gusenda abadayimoni nk'aho ari igikorwa c'Umwansi, ca satani, nubwo umuntu uwo ari we wese abona ukuri yokwemeza ko igikorwa ciza nk'ico, *bonyene ubwabo bari bazi* ko ico Yesu yariko arakora cari ciza (raba **3:1-5**), kandi bari bazi yuko Yesu yariko mu vy'ukuri arasangangura, arasenya igikorwa ca Satani (**3:23-27**). Ni ngirakamaro kubona yuko igihe abanyabwenge b'ivyanditswe bashira ikirego kuri Yesu bari *bazi neza badakekeranya canke bategerezwa kuba baramenye uwo ari we.* Yesu ntiyigeze ahisha uwo ari we abarongozi b'idini: igihe yabatizwa Mpwemu yamumanutseko abantu bose babona asa n'inuma (**1:10**); Ijwi ry'Imana riva mw'ijuru riratangaza riti, *"Ng'uyu umwana wanje nkunda akampimbara"* (**1:11**); ako kanya nyene Mpwemu aca amushorera mu bugararwa (**1:12**); Yesu yabariye abarongozi b'idini yuko ashobora gukora ico Imana yonyene ishobora gukora mu guharira umuntu akoresheje ijambo gusa kandi ivyo abigaragarisha ugukiza ikimuga (**2:5-12**); yavuze ko ari *"Umwana w'Umuntu"* (**2:10**); yavuze ko ari umukwe (**2:19**); yavuze ko ari *"Umwami w'isabato"* (**2:28**); yavuze ko ari we akomeye ashobora kuboha Satani kandi ivyo yabigaragaje mu gusenda impwemu mbi kenshi (**3:27**; raba **Mariko 1:4-8** aho Yohana Umubatizi yavugishwa yuko inyuma yiwe hazoza *"umurusha ubushobozi"*).[18] Abanyabwenge b'ivyanditswe ni ho bari igihe Yesu yakiza ikimuga muri **Mariko 2:1-12**. Bari bazi yuko Imana yonyene ari yo ishobora guharira ivyaha biciye mw'ijambo ryayo kandi ni co gituma bagirije Yesu ko arogose igihe yaharira uwo muntu (**2:7**). Ariko igihe Yesu yakiza uwo munt uku mubiri, umurongo **12** uvuga uti *"<u>Bose</u> barumirwa, bahimbaza Imana."* Nta nkeka yuko n'abanyabwenge b'ivyanditswe bumiwe mu bandi kuko *"batari bwabone ben'ivyo"* (**umurongo 12**). "Hariho ikintu conyene gishoboka bategerezwa gukura muri ivyo; Nimba Yesu yarirukanye abadayimoni, ivyo vyashoboka gusa kubera yari yuzuyemwo ubushobozi n'ububasha burengeye ubwa Satani. Ubwo bubasha bwari bunini ku Muyuda uwo ari we wese, ubw bwategerezwa kuba ari ububasha bw'Imana (Lk. 11:20). Ibi na vyo vyongeye vyasigura yuko Inganji ya Satani y'icaha n'urupfu vyari birangiye kandi ko inganji y'Imana yaja yatanguye, mu mitima no mu bwenge bw'abantu abo Yesu yacunguye kandi yaguze amaraso abakuye mu bubasha bwa Satani." (Cole 1989: 142; Raba vyongeye **Yohana 10:21**)

Mu nkuru ya Matayo y'uku guhangana, Yesu ahanini avuga yuko akoreshwa n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera: *"Ariko Mpwemu w'Imana ni yaba ari we anshoboza gusenda abadayimoni,noneho ubwami bw'Imana burabashikiriye"* (**Mat 12:28**). Mu kuvuga yuko igikorwa ca Mpwemu cari igikorwa ca Satani, abarongozi b'idini bariko barasubiramwo kahise ka ba sekuruza babo, nk'uko Yesaya yabivuze: *"Ariko baragarariza, bababaza Mpwemu wiwe Yera; bituma ahinduka umwansi wabo, ubwiwe arwana na bo"* (**Yes 63:10**). Yesaya aca abandanya asenga isengesho ku Mana avuga ati *"Icompa ugasatura ijuru ukamanuka"* (**Yes 64:1**) uje gufasha abantu bawe. C. K. Barrett avuga ati, "Isengesho ry'umuvugishwa n'Imana ryarishuwe. Imana yaratabuye amajuru; yaraje aramanuka . . . mu kumanuka kwa Mpwemu . . . amanukira kuri Yesu [**Mariko 1:10**], na we yaciye abandanya ako kanya nyene, nka Mose wa kabiri, igikorwa co gucungura abantu biwe. Ibikorwa vyiwe bitangaje vyarashizwe ahabona biramenyekana. Abadayimoni baramenye umwami wabo. Ariko ico gikorwa gishasha cakiriwe mu buryo bumwe n'ubwo abakera bacakiriyemwo. Abantu aho kwakira ico gikorwa barakigararije, bababaza Imana (barogota) kuri Mpwemu Yera w'Imana, nkuko Mariko abivuga. . . . Kubera yuko iki ari igikorwa c'Imana ca nyuma, co mu gihe c'iherezo, c'agakiza, abo bose bagihakana mu vy'ukuri, dufatiye kuri iki cabaye ngaha, ntibazokwigera baronka agakiza, ntibazokwigera bakizwa." (Barrett 1958: 105)

Bigaragara yuko ibikorwa vya Yesu mu gusangira n' "abatozakori n'abanyavyaha," mu kuvuga yuko kwisonzesha (ukwo kwisonzesha na kwo Abafarisayo bagukora kabiri mu ndwi) ntikwari gukenewe kubera yari

---

[17] Beyezeburi rimwe na rimwe rihindurwa Beyezebubu. Beyezeburi ni imvugo ya mbere y'Igihebrayo Baalzebub, risobanura "Umwami w'insazi," kandi ni gasuzuguro n'agashinyaguro k'uguhindura Bayari zeburi, bisigura "Umwami wa Bayari canke umwami bayari" (Cole 1989: 140; Stoops 1993: 70). "Mu ki Aramayike, Beel-zebul rishobora kuba ryatahuritse nk' 'Umwami w'Amavyi.'" (Stoops 1993: 70).

[18] "Kwerekana Satani nk' 'umuntu w'inkomezi' [*ho ischuros*, **Mariko 3:27**] haronka aho bisa mu kuvuga Uwurimwo Mpwemu Yera nk 'Umuntu akomeye' [*ischuroteros,* **Mariko 1:7**]" (Lane 1974: 143n.92).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kumwe na bo, yemerera abigishwa biwe kurenga itegeko ryari ryarahererekanywe ku munwa mugabo ata ho ryanditswe mu vyagezwe hamwe no "gukora" kw'Isabato, kandi no mu gukiza umuntu ku mugaragaro yari anyunyutse ukuboko kw'Isabato, mw'Isinagogi, atarinze kwitaho no gukurikiza ivyo abarongozi bibaza ko vyemewe n'amategeko, vyatumye abarongozi b'idini barega Yesu ko akoreshwa kandi arongorwa na Satani. Robert Deffinbaugh avuga ati, "Ikibazo nyamukuru nticari iki, 'Ashobora kuvuga ate ko ari Imana?' ariko cari iki 'Ashobora kuvuga ate ko ari Mesiya ariko akadukengera, igihe kandi yifatanya n'abanyavyaha, abo twebwe tutemerewe kwegera?' Abarongozi b'idini nta nkeka ko bari basa n'abacumiswe icumu." (Deffinbaugh n.d.: Background [2]) Nk'uko Jeffrey Gibson avyngerako, "Nta nkeka, icabashavuje ni uko atari uwo ari we wese, ariko ko ari 'Uwera w'Imana' ashobora gukora ivyo vyose" (Gibson n.d.: II). Yesu yaremeje ivyo muri (**Luka 7:34**, *"Umwana w'Umuntu yaje arya, mugira muti Ng'Uyu umukunzi w'inda, n'umunoho wa vino, incuti y'abatozakori n'abanyavyaha,!'"*; raba kandi **Mat 11:19**). Mu yandi majambo, bari bazi Yesu uwo ari we, bari bazi ko ikirego bamureze ko akoreshwa canke arimwo Beyezeburi kitari co, ariko bahitamwo ibigirankana kubimurega kugira ngo bagerageze kumwica.[19] Kanatsinda, kuri **3:6** baja barahisemwo kandi baragiye inama yo kwica Yesu; ni co gituma, ivyo bamurega ku murongo wa **3:22** kwari ukugira ngo bashitse ivyo baja barateguye (Deffinbaugh n.d.: Background [4], "Abarongozi b'Abayuda baja barigiriye inama yo kwica Yesu [**v. 6**] imbere yuko baronka inyendamuvano yo kumwica. . . . Iki [kirego co ku murongo wa **22**] ci ikintu bapfuye kuvuga batabanje kwiyumvira ariko ni ikintu bari bahanahanyeko ivyiyumviro igihe kirekire, ikintu babanje kwiyumvira igihe kirekire cafashwe n'abarongozi baja baranse Yesu nka Mesiya").

Abarongozi b'idini kumbure ku bigira nkana bavuye ku wo bari bazi ko ari Mesiya yatumwe n'Imana, kandi bamwagiriza ko akoreshwa na Satani, kubera Mesiya nk'uwo atigeze ahwana n'ivyo bari bamwitezeko vy'uko uwo Mesiya azoba ameze n'ivyo uwo Mesiya azokora.[20] Ntibashobora kwemera ko Imana ishobora gukora mu buryo batari biteze ko ishobora gukoramwo. Mesiya nk'uwo n'Imana nk'iyo bari bateye ikibazo ku minoho n'ukwikwegerako kwabo hamwe n'ibiti canke inzego bari bafise, hamwe n'ivyubahiro vyabo n'ububasha bari bafise (raba **Yohana 11:48**, *"Ni twamurekeraho durtyo, bose bazohava bamwizera, kandi Abaroma bazoza batikize igisagara cacu n'ubwoko bwacu."*).[21] Kubw'ivyo, nubwo bari bazi ukuri, bahisemwo ibigirankana kwita Yesu umupfumu, n'umuvugishwa w'ibinyoma hamwe n'umukozi w'ibitangaza avugwa mu **Gus 13:1-5**. Agakekezo ni uko "iyo Umwami w'inzu asenze, yirukanye impwemu mbi, ariko na zo zigahindukira zikatura ko ari Uwera w'Imana/ Umwana w'Imana [**1:24**; raba kandi **Mat 17:9; Mariko 1:34; 3:11; Luka 4:41**], ariko abo bari bajejwe ukutandura kwa Isirayeli n'inzu y'Imana bamwagiriza ko arimwo impwemu mbi, impwemu ihumanye (3:30)" (Watts 2007: 150).

Hari kubera abanyabwenge b'ivyanditswe babigize nkana, si ikosa bakoze batarizi, ariko bari bazi neza ko ivyo bariko baravuga kuri Yesu ari ibinyoma vyambaye ubusa, vyeruye, kugeza yaho, ku murongo wa **29**, Yesu yatevye akavuga ati, *"Umuntu wese azorogota kuri Mpwemu Yera nta ho azoharirwa, kandi azoba akoze*

---

[19] Umugani Yesu yaciye ku barimyi b'uruzabibu b'abagarariji muri **Mariko 12:1-12** werekana neza yuko abarongozi b'idini bakoze bazi neza Yesu uwo yari we.

[20] Frank Powell avuga yuko abarongozi b'idini "bari biteze Mesiya "azomera nka Mose", canke azomera nk'incungu y'igihugu cose mu vya politike canke azomera nk'ikigirwamana Judas Maccabeus (Umwaka wa. 167-161 imbere y'Ivuka rya Yesu), akoresheje ukuboko gukomeye kuzobakura mu maboko y'ababacinyiza; umuntu azobazanira incungu ikomeye kugira ngo Igihugu c'Isezerano kizotebe kibe mu maboko yabo ibihe vyoca ubutakibacika; umuntu azoba hejuru y'ibintu vyose akazozanana ubwiza bwose nk'uko vyari vyaravuzwe n'abavugishwa n'Imana. Nta wundi muntu n'umwe yobatunganiriza ibintu nk'ivyo. Yesu nta na kimwe muri ubwo buhanuzi yujuje. Yesu ntiyaje ari umurwanyi, ikandi mu buryo ubwo ari bwo bwose, ntiyigeze yerekana ko yaje ashaka gutanguza umugumuko kugira ngo abakureko Abaroma. Ahubwo, Yari umunyamahoro. Ubwami bwiwe ntibwari 'ubwo ngaha kw'isi.' Ntiyaje gukura Abaroma; ariko kandi yarabiyamirije—Abategetsi b'Abayuda. . . . Hejuru y'ivyo, Yesu yigishije yuko yazanywe n'igikorwa co gushikira Abanyamahanga co kimwe n'Abayuda. Mu kugene Abategetsi b'Abayuda nk'umuntu atashobora kuba na gatoya Umuyuda w' "ukuri" canke Mesiya wabo. Mu buryo babona ibintu Yehova ntiyari arajwe ishinga n'Abanyamahanga." (Powell 1954: 90-91)

[21] Ibi vyongeye vyerekanwa muri **Mariko 11:15-19** igihe Yesu "yahumanura urusengero" mu guhindira hanze abarudandarizamwo n'abaruguriramwo, ahenura ameza y'abavunja amahera, ntiyakundira umuntu n'umwe guhita no guca mu rusengero atwaye ikintu co mu mbombovu. **Umurongo 18** uvuga yuko abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe barondera kumwica *"kuko bamutinya."* Nta nkeka, "igikorwa ca Yesu cari cateye ibibazo ububasha bwabo kandi nta nkeka ko vyabahombeje amahera menshi" (Wessel 1984: 728). Inyuma y'ivyo, hariho ukwiyumvira yuko nimba ishengero, igugu ryokurikira Yesu, kazoza ku gihagararo cabo n'ububasha bw'abarongozi b'Abayuda mu vy'idini na vyo nyene vyari guhava bishirwa kw'iherezo kubera yuko Yesu yariko aragaragaza yuko igikorwa co mu rusengero nk'uko cagaragazwa n'abo barongozi, kitari cemeretse ku Mana. Ikindi, ku **murongo wa 17** Yesu yabuye ivyavugwa muri **Yer 7:11**, na vyo bikaba bigize bimwe mu vyavuzwe aho Imana yarakiye abarongozi ba Isirayeli kandi ibasezeranira kuzobakura mu nyonga zayo.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*icaha c'ibihe bidashira."* Avuga yuko ari ukurogota kuri Mpwemu Yera kubera nk'uko, abanyabwenge b'ivyanditswe bari bazi neza ko Yesu atari arongowe na Satani arimo yari arongowe na Mpwrmu Yera kandi ni Mpwemu Yera ahishurira Kristo isi. Ukurogota ni co kimwe n'ugusenga ibigirwana, ubuyobe.[22] Nta na kimwe muri ivyo kidakorwa ibigirankana canke ngo kabe akantu kaciyemwo umuntu, yamara ni ikintu gikorwa ibigirankana, ikibona ndashe kandi cabanje kwiyumvirwa. Nkuko Walter Grundmann abivuga, "Iki caha gikorwa iyo umuntu azi, akemera igikorwa ca Yesu akoreshwa na Mpwemu Yera ariko akanka kandi akakirwanya akanagituka, akakivuma" (Grundmann 1964: 304; raba vyongeye Bremer 1993: 91-92). Mbega ibi vyoba bibaho uyu musi mu gihe cacu, kubera ytuko Yesu atakiri ngaha kw'isi kandi tukaba tudashobora kumubonesha amaso yacu akora ibitangaza nk'uko yabikora mu gihe c'abanyabwenge b'Ivaynditswe n'Abafarisayo? Ndizera yuko n'uyu musi bikoreka, kuko n'uu musi turafise ibigaragaza Yesu muri Bibiliya n'ivyabona muri Bibiliya nyene na Mpwemu Yera aracakora mw'isi, ahishurira isi Kristo. Dufatiye ku vyo turimwo, Hermann Beyer avuga yuko ukurogota kuri Mpwemu Yera "ari ukugira ugushibura ikibonandashe no guhakana ububasha bukiza n'ubuntu bw'Imana yagiriye umuntu. Umuntu wenyene yishira hejuru y'ukwanka uguharirwa ni we adashikirwan'ukwo guharirwa." (Beyer 1964: 624) R. Alan Cole na we avuga yuko "icaha c'uwigira ibigirankana impumyi, akaguma ahakana ukumurikirwa na Mpwemu, n'uguhishurirwa na Mpwemu, akanigana n'igikorwa ca Mpwemu, kandi bakirarira bakiha impamvu mu gukora ivyo mu kutamuserukira neza babibona. Ku bantu nk'abo, nta Mbabazi zibaho, kuko baba bahakanye inzira yonyene iriho y'imbabazi Imana yatanze." (Cole 1989: 142) William Smith na we abivuga gurtya: "mw'ijambo rimwe umuntu uwo ari we wese yamurikiwe na Mpwemu w'ukuri ku vyerekeye Kristo kandi akabona ibikorwa bitangaje vya Mpwemu biciye muri Kristo, maze akamuvaka, akanka Ubutumwa Bwiza, ubu na ho akabaho nk'umwansi wa Kristo." (Smith 2004: n.p.)[23]

Dutegerezwa gutahura yuko "ukurogota kuri Mpwemu Yera" atari "ikintu kiba rimwe gusa, igihe gikozwe, biba birangiye ata kundi kuntu umuntu ashobora kugihindura. Si ukuvuga ibintu bibi kuri Yesu canke Mpwemu Yera. Ahubwo, ni ukugumizako guhakana Yesu, kugahakana ububasha bwa Mpwemu w'Imana gukorera muri Yesu. . . . Mu butumwa bwiza bwa Luka, mu vyavuzwe vyerekeranye n'icaha gihoraho n'ukurogota kuri Mpwemu Yera biboneka hafatiwe ku gukarirwa no gukankamirwa mu kwanka kwatura mu bwizigirwa Yesu imbere y'abantu (12:8-10). . . . Luka afatanya uguhakana Yesu n'ukurogota kuri Mpwemu, ukwo kubifatanya guca kutwibutsa Petero yihakana Yesu bamaze kumufata. . . . Petero yakoze ikintu gisa n'icaha kitoharirwa, ariko biciye mu buntu no mu Rukundo rwa Yesu yagumijwe mu mukuku no mu ruhongore. Mu mpera, si ubushobozi bwacu bushobora gutuma tudacumura, tudakora icaha ku wo twari twizigiye, ariko ni ubuntu bw'uguharira bw'Imana biciye muri Yesu Kristo, igihe cose 'yama ariko aradusengera atunihira iminiho itovugwa.'" (Thompson 1999: 82)[24]

3. <u>Yesu yerekana umuryango wiwe w'ukuri</u>

Iki kigabane giherana n'ahandi herekana umuryango wa Yesu wo kw'isi. ibi ntivyapfuye kuza uko nyene gusa kubera yuko, bamaze kwiyumvira ko yasaze kandi bakamurega ko arimwo dayimoni, Yesu yarekana umuryango wiwe w'ukuri uwo ari wo. **Umurongo 31** ufatira kuri *"Nyina na bene nyina."* Bibiliya kenshi iravuga ko Yesu yari afise n'imiburiburu abo bavukana kuri nyina b'abahungu bane (Yakobo, Yosefu, Simoni, na Yuda baravugwa mu mazina) kandi n'imiburiburi bashiki we babiri (raba **Mat 12:46-47; 13:53-56; Mariko 3:31-32; 6:3; Luka 8:19-20; Yohana 2:12; 7:3, 5, 10; Ivyak 1:14; 1 Kor 9:5; Gal 1:19**).[25] Kubera biyumvira ko Mariya yari isugi, Abakatolika b'i Roma baguma bavuga yuko bene nyina ba Yesu ari bavyara we. Yamara, "igisomwa conyene aho bene nyina ba Yesu bategekwa kuri Nyina wa Yesu ni muri Yohana 7:3, 5, 10. Aho

---

[22] B. M. F. van Iersel anganisha ukurogota kuri Mpwemu Yera n'ukurwa, nka birya vyavuzwe mu ba **Heb 6:4-6** (van Iersel 1980: 27-28).

[23] Mu buryo budasanzwe, igihe vyashika ko bavanaho Yesu ubwa nyuma, abarongozi b'idini bari bazi neza ko badashobora kuvuga ko Yesu yarimwo Beyezebuli canke ko yarimwo impwemu mbi. Kubw'ivyo, muri **Yohana 10:33**, nubwo bari babize neza, ivyiyumviro vyabo biyumvira ku Mana no kuri Mesiya uko azoba ameze n'ukugene bategerezwa gukora vyatumye Abarongozi b'Abayuda kwihutisha no kwumira ku ciyumviro cavuga yuko arogose (*"Abayuda baramwishura bati, 'ntituguterera amabuye kubw'igikorwa ciza, ariko ni uko warogose, kuko wewe uri umuntu ukigira Imana'"*; raba kandi M**at 9:2-3; Luka 5:20-21; Yohana 5:17-18; 8:58-59**). Uko ni ko babifashe mu gihe yasambishwa imbere y'Ikombe (**Mat 26:57-66; Mariko 14:61-64; Luka 22:67-71**). Ni co gituma, uko babifashe kwabaye nk'ukwo abandi bantu benshi b'uyu musi banse Yesu nk'Umwami wabo "ashobora kub atari Satani, ariko kandi si Mesiya kandi vy'ukuri si n'Imana."

[24] C. E. B. Cranfield abivuga neza, "Ni ikibazo c'akamaro kanini mu buryo bw'igipasitori dushobora kuvuga dushize amanga ku wo ari we wese azingirijwe n'ubwoba ko yakoze ico caha, ko kubera bimuraje ishinga cane ubwavyo ari ukumenya udakekeranya kandi ari ikimenyamenya ko atakoze ico caha" (Cranfield 1972: 142).

[25] Uwo bamwitiriye ko ari Se canke se wo kw'isi, Yosefu, ntavugwa, kumbure kubera yaja yarapfuye ico gihe.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bavuga kuri Nyina wa Yesu hasa naherekana yuko abana bakomoka kuri Nyina umwe ari bo bavugwa." (Zodhiates 1993: *"adelphos,"* 80) Ikindi, ko Yesu yari we mukuru wa"bene nyina" (si bavayra we) "bishigikirwa n'*insiguro ya mbere* y'"ubuzibura", *prōtotokos,* muri Lk. ii. 7. Ntivyumvikana ko Luka yari kuba yarakoresheje iri jambo, iyo yari kuba azi ko Yesu atigeze asubira kuvyara abandi bana, kubera ijambo *monogenes* (ryakoreshejwe muri Lk. vii. 12, viii. 42 ry'abana b'ibinege') ni bo bavugwa. Dutegerezwa vyongeye kubona yuko ingaruka z'ayo majambo yo muri Mt. 1: 25 'ntiyigera amwegera gushitsa aho yavyariye umwana wa mbere w'umuhungu' ni uko, inyuma y'ukwo kuvuka kw'umwana wa mbere, imigenderanire isanzwe y'abubakanye yarabandanije kandi n'abandi bana baravutse." (Tasker 1982: 22-23)

Nubwo, nk'uko twabibonye, umuryango wiwe wo kw'isi utamwizeye, baramwizeye inyuma y' ukuzuka. Bose bari muri ca cumba co hejuru ku Musi wa Pentikoti (**Ivyak 1:14**). Yesu yiyeretse uwo bavukana kuri Nyina Yakobo inyuma y'ukuzuka kwiwe (**1 Kor 15:7**), kandi Yakobo yahindutse, aba umurongozi w'ishengero ry'i Yerusalemu (**Ivyak 12:17**); yagze uruhara rukomeyenmuri ya nama rukokoma yabereye i Yerualemu, mu kurongora iyo nama kandi no mu gufata umwanzuro w'iyo nama, ni ukuvuga ivyapfunditswe muri iyo nama (**Ivyak 15:13-29**). Yari azwi nk'umwe mu "nkingi" z'ishengero (**Gal 2:9**). Uwo bavukana kuri nyina Yuda ni we mwanditsi w'icete ca Yuda (**Yuda 1**; raba kandi **Mat 13:55** [Ikigiriki c'izina Yuda ni "Judas").

Nubwo dusanzwe dukunda imiryango yacu yo ngaha kw'isi kandi mbere tukanayitangira, ku **mirongo ya 34-35** Yesu yerekana abo yita ko ari wo muryango wiwe w'ukuri: *"Yeraguza amaso abari bicaye impande zose bamukikije, ati Ngaba mama na bene mama: umuntu wese akora ivy'Imana igomba ni we murumunanje, ni we mushikanje, ni we mama.'"* Yesu yasanze yuko imiryango yo mw'isi, nubwo ishobora kuba ari myiza, imara igihe gito; umuryango wiwe, n'ubwami bwiwe bihoraho, ni ivyo ibihe bidashira. Mu buryo bimeze ngaha kw'isi, imiryango yo ngaha kw'isi ntiyacunguwe; umuryango wiwe wonyene ni wo wacunguwe kandi ugizwe n'abacunguwe bose. Hariho umugani uvuga uti, "Amagara ni amazi aseseka ntayorwe." Yesu ariko aravuga ati, "ivyo bishobora kuba ari ukuri, ariko amaraso yo ngaha kw'isi ntashobora gutanga ubugingo budashira—*amaraso yanje* yonyene ni yo atanga ubugingo budashira."

Mu nca make, umuryango wacu wo mu vy'impwemu muri Kristo ni wo mukuru kurusha imiryango yacu yaha yo kw'isi; kanatsinda, Mpwemu ni we mukuru mu bindi bintu vyose ngaha kw'isi. Ni co gituma Yesu yatandukanije cane urukundo rwacu tumukunda arugereranije n'urukundo dukunda imiryango yacu yaha mw'isi hamwe n'ubugingo bwacu bwo ngaha kw'isi: urukundo rwacu rusanzwe dukunda imiryango yacu yo ngaha kw'isi n'ubugingo bwacu bwo ngaha kw'isi vyari bikwiye kuba nk'urwanko turugereranije n'urukundo dukunda Yesu (**Mat 10:37; Luka 14:26**). Ku musaraba, Yesu yagaragaje yuko kumukurikira ari bikuru kurusha uko dukunda imiryango yacu yo ngaha kw'isi. Co kimwe na wa muhungu mukuru, cari igikorwa ciwe co kwitwararika nyina wiwe; kandi igihe atabishoboye, ico gikorwa caca gihabwa umwe muri bene nyina b'abahungu. Yamara, mu gihe Yesu yari ku musaraba abambwe, bene nyina b'abahungu bavukana ngaha kw'isi ntibamwizera. Kubw'ivyo, ku musaraba Yesu yahaye ico gikorwa umwigishwa wiwe Yohana, nk'uko **Yohana 19:26-27** havuga ibi: *"Yesu abonye nyina na wa mwigishwa yakunda ahagazeho, abarira nyina ati Nyina wanje, nguyo umwana wanje!" Maze abarira wa mwigishwa, ati Nguyo nyoko. Uhereye ako kanya uwo mwigishwa amujana i we."* Yesu ashira Mpwemu ubwa mbere kurusha umubiri kandi yagaragaje akamaro kawo mbere no ku musaraba. Ugushimikira cane ku kamaro k'ivy'impwemu bitandukanye n'umuryango wo ngaha kw'isi vyategerezwa kudutuma umwe umwe wese ku giti ciwe kandi vyongeye turi hamwe twese nk'ishengero kwongera kwiyumvira umuryango udufitiye akamaro karengeye kuri twebwe kandi n'ukugene twategerezwa kubigaragaza no kuvyerekana.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ko mbere n'umuryango wa Yesu ubwawo utamwizeye bitubarira iki ku kamaro k'ugusenga mw'ivugabutumwa?

2. "Ukurogota kuri Mpwemu Yera" ni ukuvuga iki"?

3. Bisa n'ibigaragara yuko ukugene abanyabwenge b'ivyanditswe babona ivyo biyumvira vy'uko Mesiya n'Imana ubwayo bazoba bameze vyatumye bagiriza Yesu ko arimwo umukuru w'abadayimoni Beyezebuli kandi ko arimwo impwemu ihumanye, impwemu mbi. Dufise ivyiyumviro bibi biki ku Mana bituma tutayitahura canke bituma tuyishavurira?

4. Abanyabwenge b'ivyanditswe bavuze ko Yesu ari *Dayimoni*. Ingaruka (ivyiyumviro, amajambo, ibikorwa)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bikunda kwiburuka canke gukurikira abo tuvuga ko barimwo dayimoni ni ibihe kuri abo tutumvikana, tutavuga rumwe canke tudatahurana?

5. Ubona gute amajambo ya Yesu ku vyerekeranye n'umuryango?

- Wibaza yuko Yesu avuga ko dukwiye kwirengagiza imiryango yacu yaha kw'isi kugira ngo dushobore gukorera Imana? Kubera iki biri uko canke kubera iki bitari uko?

- Wibaza yuko ashaka kuvuga ko dukwiye gufata abakijijwe, abizera mu buryo butandukanye n'ubwo dufatamwo abatizera? Kubera iki biri uko, canke kubera iki bitari uko?

6. Mbega abantu bari hanze y'ishengero ryacu batubona nk'aho tugize umuryango?

- Nimba batatubona nk'aho tugize umuryango, ni kubera iki?

- Nimba bimeze gurtyo, batubona ko turi beza, ko ari vyiza, ko turi umuryango umeze neza canke ko turi umuryango utameze neza, urimwo ibibazo vyinshi?

7. Mbega twiharura canke twibona nk'umuryango, kandi twoba dukora nk'abagize umuryango ukudana, umwe umwe akorera uwundi?

8. twokora iki nk'ishengero kugira ngo turabe neza yuko abantu bose bo mw'ishengero ryacu bafatwa nk'uko ari abanywanyi bakunditse, bakundwa b'umuryango wacu?

<u>**4:1-34:**</u> ***[1] Atangura ukundi gusha kwigishiriza ku nkombe y'ikiyaga. Ishengero ryinshi cane rikoranira kuri***
***we, bimutera gutambukira mu bwato buri mu kiyaga, yicaramwo, ishengero ryose riguma ku nkombe***
***y'ikiyaga. [2] Abigisha vyinshi mu migani, ababwira muri ukwo kwigisha kwiwe: [3] "Ati Ni mwumve; umubivyi***
***yasohoye imbuto. [4] Akibiba, zimwe zirwa i ruhande y'inzira; inyoni ziraza zirazinobagura. [5] Izindi zirwa ku***
***rutare, hatari ivu ryinshi; zica zimera vuba, kuko ata vu ryinshi ririho, [6] izuba rirashe, ziraraba, kukw ata***
***mizi zifise, ziruma. [7] Izindi zirwa mu mahwa, amahwa arakura, arazinyoha, ntizama. [8] Izindi zirwa mw'ivu***
***ryiza, ziramera, zirakura, zihunda impeke, zimwe mirongo itatu, izindi mirongo itandatu, izindi ijana, birtyo***
***birtyo." [9] Kandi ati Uri n'amatwi yumva, ni yumve."***
***[10] biherereye, abari kumwe na we, na bamwe cumi na babiri bamubaza iyo migani; [11] Arabishura, ati***
***Mwebwe mwahawe ibanga ry'ubwami bw'Imana, ariko abo hanze babarirwa vyose mu migani: [12] ngo kuraba***
***barabe, yamara ntibavyitegereze; kwumva bavyumve; yamara ntibabitahure; ngo kumbure bohindukira***
***bagaharirwa.'"***
***[13] Kandi arababaza, ati Ntimuzi uwo mugani? None imigani yose muzoyitahura gute? [14] Umubivyi***
***abiba ijambo ry'Imana. [15] Abo i ruhande y'inzira, aho iryo jambo ribibwa, iyo bahejeje kwumva, Satani aca***
***aza uwo mwanya, akabakuramwo iryo jambo ryabibwe muri bo. [16] N'aba ni uko, nib o babibwe ku rutare; iyo***
***bumvise iryo jambo, baca baryakirana umunezero, [17] ntibagire imizi muri bo, ariko bagahagarara umwanya***
***muto, maze iyo badutsweko n'amarushwa bo n'akadenderezo bazira iryo jambo, bica bibagwisha. [18] Abandi***
***ni bo babibwe mu mahwa, abo nib o bumva iryo jambo, [19] maze umwitwarariko w'ivy'isi n'uruhendo***
***rw'ubutunzi no kwipfuza ibindi, iyo bibinjiyemwo, binyoha iryo jambo, rikaba ikirumbirane. [20] Ababibwe***
***mw'ivu ryiza, abo ni bo bumva iryo jambo bakaryemerera, bagahunda impeke, umwe mirongo itatu, uwundi***
***mirongo itandatu uwundi ijana, birtyo birtyo."***
***[21] Kandi arababaza ati Mbega itara rizanwa ngo baryubikeko igisimbo canke ngo barishire mu***
***rutara, ntirishirwa ku gitereko caryo? [22] Kukw ata canyegejwe kitazoserurwa canke icagizwe ibanga kitazoja***
***ahabona. [23] Uri n'amatwi yumva, ni yumve." [24] Kandi arababarira ati Mwiyubare mu vyo mwumva. Ingero***
***muzogeramwo ni yo muzogererwamwo, kandi muzorengerezwa:. [25] Kuko ufise azohabwa, ariko udafise***
***azokwakwa n'ico yari asanzwe afise."***
***[26] Yongera kubabwira ati Ubwami bw'Imana busa n'umuntu yabivye imbuto mw'ivu, [27] Bwije***
***agasinzira, bugaca akavyuka, imbuto zikamera, zigakura, atazi ingene zakuze, [28] ivu rimeza ryonyene,***
***habanza kuba ibironge, hanyuma hakaba imiyange, hanyuma hakaba amahundo atengengeye impeke.***
***[29] Maze imirima yeze, aca ayitemesha umuhoro, kuko igihe c'ishwabura kigeze."***
***[30] Kandi arababaza ati Ubwami bw'Imana tubushushanye n'iki? Canke tubusobanurishe umugani***
***ki? [31] Busa n'akabuto ka sinapi, iyo gatewe mw'ivu, naho ari kanzinya, hanyuma y'imbuto zose ziri mw'isi:***

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***32 ariko iyo gatewe, karakura, kakaba kanini, kakaruta ibirimwa vyose, kagashamika amashami manini, kandi inyoni zo mu kirere zishobora kwarika ivyari mu gitutu cako.”***

***33 Kandi ababwira ijambo ry’Imana mu migani myinshi, imwe niyo, uko bashobora kwumva. 34 Kandi atabaciriye umugani nta co yababwira, ariko yihereranye n’abiwe bigishwa, akabibasobanurira vyose.***

**Imirongo 1-34—**Yesu yigishiriza mu migani

Imigani ishobora kubonwa n’ukwiyumvirwako nk’aho ari imvugo ngereranyo, imvugo z’imigani—mu yandi majambo, inkuru aho abantu canke ibindi bintu bihagarariye ikindi kintu kinyuranye n’icavuzwe, ahanini kugira ngo yerekane icirwa canke ukuri kwo mu vy’impwemu. Iciyumviro nyamukuru gishira hamwe imigani ya Yesu ni Ubwami bw’Imana, ubwo nab wo bukaba buja buriho muri iki gihe ariko bakazosozerwa muri kazoza. Ubwami ni “ububabasha bukora bw’ukwihishura kw’Imana bukorera mu kurema ikibano c’abantu c’abakorera Yesu mu bigize ibice vyose vy’ubuzima bwabo” (Blomberg 1990: 326). Mu bwami harimwo uguhinduka ku giti c’umuntu hamwe no guhinduka kw’ibintu mu kibano. Mu migani yiwe, “Yesu yarerekanye neza ivyiyumviro bitatu nyamukuru vyari bimuraje ishinga, yashaka ko abantu bamenya: Ubuntu bw’Imana, ibisabwa kugira ngo umuntu ashobore kuba umwigishwa wa Yesu hamwe n’ingorane zikomoka ku kutumvira” (Ico gitabu nyene.).

Yesu yakoresheje imigani kugira ngo “yerekane ingene abamwumviraza bavyifatamwo, haba mu buryo bwiza canke mu buryo bubi” (Osborne 1991: 241). Inzira imwe yabikozemwo kwari uguhindura ivyo abantu bari biteze canke kubatega imitego mu migani yiwe kugira ngo arabe ingene bayumva: “Umusamariya yankwa, si umuherezi canke Umulewi, ni we yasomoye ibiguma vy’uwaguye mu maboko y’abambuzi (Lk 10:30-37); mu bisanzwe Abasamariya nib o bari abambuzi ariko ntibari abakiza!); umwana w’icangazi ni we yagiriwe umusi mukuru (Lk 15:11-32); aboro n’abacumbagira ni bo bicara mu mazimano makuru (Lk 14:15-24); umubwiriza yahindaguye inkaratasi zanditsweko amasezerano y’ivyo baheraniye shebuja ni we yashimwe (Lk 16:1-13). Mu gukora gurtyo Yesu yariko arategeka uwuvyumva kwongera kuraba ukundi gusha ukuri kugize ubwami bw’Imana.” (Osborne 1991: 243)

Yesu yakoresha imigani kugira ngo ahishure kandi anyegeze, ahanini bivanye n’abababa bariko baramwumviriza (raba **Mat 13:10-17; Mariko 4:10-13**). Yesu yahishura biciye: (1) mu gutanga akarorero katazokwibagirwa mu mu buryo butokwibagiranwa; (2) mu gutuma abantu bongera kwiyumvira cane kuri abo insiguro itari yumvikana neza; kandi (3) yipfuza ko abamwumviriza bemera ivyizerwa kanaka canke ko bakora mu buryo kanaka. Imigani inyegeza igihe: (1) abavyumviriza bananiwe gutahura insiguro y’ibinyegejwe muri iyo mvugo, muri iyo nkuru ngereranyo; canke (2) nubwoyoba yatahuye insiguro, uwuvyumva yanka uwo muhamagaro wo kuzana impinduka kanaka y’ubugingo bwiwe. Ni co gituma, muri **Mariko 12:12** abarongozi b’abayuda batahuye yuko Yesu yabaciyeko umugani w’abarimyi b’abagarariji, ariko ntibashatse, ntibakunze guhindura ingendo n’inzira zabo,ahubwo bagwije na kabiri utwigoro twabo two kumwica.

Ikintu nyamukuru mu gushaka gusigura imigani gihagaze mu kumenya ibigize abantu bakuru abavugwa muri uwo mugani, ibikorwa vyabo, canke ico ibigereranyo bihagarariye. Ihame ry’urufatiro mu gusigura imigani ni “iciyumviro gikuru ku muntu mukuru avugwa muri uwo mugani.” “Umugani umwe umwe wose ugira iciyumviro kimwe gikuru ku muntu mukuru avugwa muri uwo mugani—mu bisanzwe usanga ari abantu babiri canke batatu muri uwo mugani—kandi abo bantu bakuru bavugwa muri uwo mugani ni vyo bintu bikuru biri muri uwo mugani bihagarariye ikindi kintu aho kwihagararira ubwabo, ivyo bigaca biha uwo mugani imvugo ngereranyo kandi ifobetse. . . . kandi vyongeye, ibintu birimwo ndetse abantu bakuru bakuru bavugwamwo bafise ikindi kintu ngereranyo bahagarariye canke bashaka kwerekana igihe conyene bafitaniye isano n’insiguro yashinzwe n’uwo yavuze uwo mugani ku bantu bakuru bakuru bawugize, kandi insiguro zose z’imigani n’imvugo ngereranyo zitegerezwa kwumvikana nk’uko zumvikana ku bantu bariho mu kinjana ca mbere co muri Palesitina abo Yesu yariko arabarira.” (Blomberg 1990: 163) abavugwamwo bakuru muri iyo migani bahagarariye ibintu vyinshi binyuranye vyo mu bwami bw’Imana—ahanini bifitaniye ubucuti n’imigenderanire n’Imana, abantu b’Imana, hamwe n’abatari abantu b’Imana.

1. **Imirongo 1-20—**Umugani w’umubivyi n’ivu

Mu buryo bumwe, umugani w’umubivyi n’ivu, ni “umugani w’imigani yose,” kubera ko Yesu mu buryo bufoboye yasiguyen uwo wonyene mu yindi migani yose (**Mat 13:1-23; Mariko 4:1-20; Luka 8:4-15**), n’umugani w’urwamfu n’uburo (**Mat 13:24-30, 36-43**). Ikindi, ku murongo wa **13** avuga ati, *“Kandi arababaza, ati Ntimuzi uwo mugani? None imigani yose muzoyitahura gute?”*

Insiguro ya Yesu mu **mirongo ya 14-20** ituma uwo mugani ugaragara neza: umubivyi ni umuntu yabivye ijambo (ubutumwa bwiza, mu yandi majambo, imbuto); ubwo bwoko bw’ivu bune ni imitima y’abantu batandukanye yerekana inyifato yabo kuri iryo jambo ryabibwe. Kugira ngo ndabivuge mu bundi buryo,

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ukugene umutima umeze witangira imbere ukugene ubwo butumwa buzokwakirwa; ukugene umuntu yifata kuri ubwo butumwa kugaragaza ukugene umutima umeze. Abantu bamwe bibaza yuko ubwo bwoko bubiri bwa mbere bw'ivu (izaguye ku nzira n'izaguye ku rutare, ahatari ivu ryinshi) ni abatarakizwa, ariko umurwi wa gatatu (abanyoshwe n'amahwa) ni abakijijwe ariko bakiri "inzoya" canke Abakristo bagitwarwa "n'umubiri".[26] Ivyo si ukuri. Imirwi ya mbere itatu yose ntaco yamaze ku mubivyi; umuntu ahunze akava kuri Kristo kubera ibintu, ubutunzi amaronko (umurwi wa 3) ushobora kugorana kuvugwa ko ari mwiza kurusha uwamuvuyeko kubera uguhamwa (umurwi wa 2). Ndetse umurwi wa 4 (ivu ryiza) ni wo uhagarariye abakijijwe. Amajambo Yesu yakoresheje n'ingene yayatondekanije muri uwo mugani afata iyo mirwi itatu yose ya mbere kumwe ariko atandukanya umurwi ugira kane: (1) imirwi ya mbere 3 yose ivugwa mu rudende; uwa kane wonyene ni wo uvugwa mu bwinshi, kandi hariho ubwoko butatu bw'imbuto nziza (30, 60, 100) kugira ngo abishushanye nay a mirwi mibi itatu 1-3. (2) imirwi itatu ya mbere yose yavuzwe mu muvugire wa kahise (ico twokwita kahise, *aorist*) kandi ntiyerekanwa ko ibandanya; umurwi wa kane wonyene ni wo werekanwa ko ubandanya (Yesu yakoresheje irivuga ryerekana ukubandanya kugira ngo yerekane ukugene uwo murwi umeze). (3) mu nsiguro yiwe, Yesu yakoresheje "Ab'i ruhande" ku mirwi ya itatu ya mbere (**imirongo 15, 16, 18**) ariko akoresha "ababibwe" ku murwi wa kane (**umurongo 20**). (4) Ku **murongo wa 16** ijambo "bakirana" (*lambanō*) ntirikomeye cane nk'ijambo ryakoreshejwe ku **murongo wa 20** "bakaryemera" (*paradechomai*), mu yandi majambo, "kwakira ni igikorwa nyawisubirako, upfa kwakira bidasiguye ko wakiriye neza" mu buryo bunyuranye "no kwakira, ukemerana umutima mwiza ushima kandi ukumvira" (Zodhaites 1993: *lambanō,* 907; *paradechomai,* 1102). (5) Umurwi wa kane ni wo murwi wonyene Yesu yavuze ko ari "mwiza." (6) Umurwi wa kane wonyene ni wo uvugwa ko wamye imbuto, ivyamwa. Mu gikorwa ciwe cose, Yesu yagumye yerekana ko *"igiti cose kimenyekanira ku vyo cama"* (**Mat 12:33**; raba kandi **Mat 7:15-18, 20; Luka 6:43-45; Yohana 15:4-5**). Kanatsinda, igituma Kristo adukiza ni uko dukwiye kwama imbuto, kandi imburo ni ikimenyamenya c'ukwizera nyakuri (**Rom 7:4; Ef 2:10**; raba kandi **Gal 5:22-23; Ef 5:8-9; Kol 1:3-6**). Ku rundi ruhande na rwo, vyongeye yavuze ati *"Igiti cose kitama ivyiza kiracibwa, kigatererwa mu muriro"* (**Mat 7:19**; raba kandi **Mat 3:10; Luka 3:9; Yohana 15:2, 6**).

Ivyari bizungurutse uwo mugani ni uko Yesu yari ahejeje kuvuga ko ubwami bw'Imana bwaja buriho kuri **1:14-15**. Yari yamye arerekana ko buja buriho, icemeza ko buja buriho (no kwimenyekanisha nka Mesiya) biciye mu gukiza abantu no mu bitangaza yakora mu **bice vya 1-3**. Yari afise umurwi w'abamukurikira—bamwe cumi na babiri n'abandi—hakongerako "igugu ry'abantu batandukanye b'uruvangi" rw'abamwumviriza bakamutega amatwi, bamwe batizera, bamwe (bo mu muryango wiwe bwite) bibaza yuko yasaze, kandi harimwo n'abansi biwe bakomeye, bari bagiye inama (kandi barondera) ingene bomwica. Muri ubwo buryo Yesu rero ubu ariko aravuga kw'*"ibanga [canke 'ibinyegezwa'] vy'ubwami"* (**umurongo 11**): mu buryo bwumvikana, ubwami bw'Imana ntibuzoza mu buryo abantu benshi bavyitezemwo; ahubwo, buja buriho no muri iki gihe biciye mu muntu Yesu kandi bukaza mu buryo bw'imigenderanire umuntu agirana na Yesu ku giti ciwe (biciye mw'ijambo ry'ubutumwa bwiza ryatewe). Asigura igituma, mu buryo bunyuranye n'ivyo bari biteze, ubwami na we nk'umutwe wabwo ntibariko baremerwa na bose, ariko ahubwo vyariko biratera ugutandukana. Ariko arerekana yuko Satani ariko ararwanya ukuvuga ubutumwa bwiza kandi bamwe barabwanse rwose; benshi bakirana ubutumwa bwiza ukwizera kudakiza: bamwe berekana ko bemeye ubutumwa bwiza ariko bakanka kuba abigishwa biwe b'ukuri. Kubw'ivyo, ku **murongo wa 12** yabura **Yes 6:9-10**, Imana ihamagara Yesaya, bivyara ugukomantaza imitima kwa bose ndetse amasigarira. Nk'uko Royce Gruenler abivuga, "ubutumwa bwa Yesaya ni bwo buzobemeza mu bugarariji bwabo, nk'uko ubutumwa bwa Yesu bukora mu kwemeza abagarariji ko bamwanse. Amajambo *ngo kumbure bohindukira bagaharirwa!* Ni imvugo y'agakekezo kanini, kuko ata ntumbero n'imwe bafise yo guhindukira ngo baharirwe." (Gruenler 1989: 773) Yamara, ugushimika kwiwe kuri ku kugene bamwe bazogira ukwizera nyakuri, bakumvira kandi bakamwishikanira, kandi hazoba iyimburа rikomeye ku mpera. Co kimwe, dutegerezwa kubiba tudasobanuye: dutegerezwa kwitega ko bamwe bavyanka, ariko kandi ko bamwe bazovye,mera hakaba ivyimburwa vyinshi.

2. **Imirongo 21-25—**<u>Ivyanyegejwe bizoshirwa ahabona, kandi ivyo ukora ni vyo bizogucira urubanza</u>

**Umurongo 21** uvuga uti, *Mbega umuco ntuza . . ."* ibi vyerekeza kuri Yesu no ku gikorwa ciwe:[27] *"Uki ni ko gutsindwa, kuko umuco waje mw'isi, ariko abantu bagakunda umwiza kuruta umuco, kuko ibikorwa vyabo ari bibi"* (**Yohana 3:19**); *"Yesu yongera kubabwira, ati, 'Jewe ndi umuco w'isi, unkurikira nta ho azogenda mu mwiza, ariko azogira umuco w'ubugingo.'"* (**Yohana 8:12**); *"Naje mw'isi ndi umuco, kugira ngo unyizera wese*

[26] Yesu ntiyavuze yuko kimwe ca kane c'imbuto zatewe muri ubwo bwoko bw'ivu bwavuzwe; yariko arakoresha akarorero gasanzwe kazwi kuri bose k'umurimyi yabivye imbuto, bishika yuko zimwe zirwa mw'ivu ribi.

[27] Nubwo abasiguzi benshi bakoresha *"itara,"* ijambo ry'Ikigiriki ku **murongo wa 21** harimwo indongorazina (*ho*) hashimangira cane yuko itara rivugwa ari Yesu.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*ntaze agume mu mwiza”* (**Yohana 12:46**). **Umurongo 22** uvuga ku kuzoca amateka kwari kugiye kuza igihe *“Nta catwikiriwe kitazotwikururwa, canke kinyegejwe kitazomenyekana, ivyo mwavugiye mu mwiza vyose bizokwumvikanira mu muco, n'ico mwongoraniye mu mazu haruguru kizovugirwa ku mazu hejuru* (**Luka 12:2-3**; raba kandi **Mat 10:26-27; Luka 8:17; 1 Kor 4:5**). **Imirongo 21-22** vyongeyeye isa n'yiri kuri **11-12**, mu yandi majambo, Yesu ni umuco kandi yaje gushira, kwerekana umuco mu mwiza, ariko “abari hanze” ntibatahura kubera bakunda umwiza aho gukunda umuco.

**Imirongo 23-25** itanga ukugabisha kuri abo bari “imbere.” Deffinbaugh abivuga gutrya: “Ihame canke ico uwo mugani uhekeyeko ni iki: ‘iyo unaniwe gukoresha ukuri, uba uhomvye,’ canke ‘Ukuri kwonyene ufise ni ukwo ushize mu bikorwa.’ Iyi ni yo nsiguro y'Umwami wacu igihe yavuga ati, ‘Mwiyubare mu vyo mwumva. Ingero mugeramwo ni yo muzogererwamwo, kandi muzorengerezwa. Kuko ufise azohabwa, ariko udafise azokwakwa n'ico yari asanzwe afise’ (Mariko 4:24-25). Abigishwa (canke twebwe) ntidukwiye kwishimira no kwiratira ubwenge dufise, igihe abanda baguma mu bujuju, mu kutamenya, ahubwo reka twiyumvire ku gikorwa dutegerezwa gukora kuko tuzi vyinshi kurusha abanda canke twahawe vyinshi, twabikijwe vyinshi kurusha abandi.” (Deffinbaugh n.d.: The Principle)[28] Mu nca make, Kristo ni umuco; ni we rugero (raba **Yohana 14:6; 1 Pet 2:6**); abo bamushibuye bazohomba vyose; ariko abamwakiriye, bakamukunda, bakamwumvira kandi bakamukurikira bazoragwa ibintu vyose (raba **Mat 5:5; 19:29; 25:34; Ivyak 20:32; Rom 4:13; Ef 1:11, 14, 18; Kol 1:12; 3:24; Heb 1:14; 6:12; 9:15; 1 Pet 1:4; Ivyah 21:5-7**).

3. <u>**Imirogo 26-29—**Umugani w'imbuto, ugukura, n'ukwimbura</u>

Uyu mugani uriko uratubarira yuko Ubwami bw'Imana butangura buri buto cane, bugakura mu buryo bw'ibanga, bucungerewe n'Imana, kandi ko buzobandanya gushika kw'iherezo (raba kandi **1 Kor 3:6-9**). Ubwami bw'Imana buja bwaratangujwe kandi ni ho buri, buragaragara uyu musi ariko ntiburasongongerwa, ntiburinjirwamwo nya kwinjirwamwo kandi siko abarongozi b'idini n'abantu bari babwiteze.[29] Ni co gituma, **Luka 17:20-21** havuga gurtya, *“Abafarisayo bamubajije ugihe ubwami bw'Imana buzozira, arabishura, at'Ubwami bw'Imana ntibuzoza bwerekanwa kandi ntibazovuga, bat'Ehe ng'ubu!'canke bati Nguburiya, kuko ubwami bw'Imana buri muri mwebwe.”* Ugufatira ku muhoro n'ivyimburwa habangabanganye n'umugani w'uburo n'urwamfu (**Mat 13:26-30, 36-43**) kandi ukugene ukwimbura kuvugwa n'uguca amateka ku musi w'iherezo mu **Ivyah 14:14-20** (raba kandi **Yoweli 3:13**). Mu bindi bintu, ibi bitwereka yuko ishengero rizoba rikiri mw'isi igihe cose kugeza igihe Kristo azogarukira aje guca amateka, guca imanza.

4. <u>**Imirongo 30-34—**Umugani w'akabuto ka sinapi</u>

Uwu mugani ushimikira ahanini ku ntango ntoya y'ubwami n'ukuba bunini kandi n'igherezo ryabwo ritangaje. Kubera yuko ukuba umunywanyi w'ubwami gushngiye ku kwizera kwacu Kristo, muri **Mat 17:20** Yesu agereranya ukwizera *“n'akabuto ka sinapi.”* Ko igiti kivuyae mu kabuto ka sinapi gikura gushika yaho *“inyoni zo mu kirere ziza zikacarikamwo ivyari vyazo”* vyerekana yuko ubwami ari inkomezi ku vyiza ku wo ari we wese, nk'uko bimeze ku Mana *“ituma izuba ryakira ababi n'abeza kandi ikarungika imvura ku bagororotsi no ku batari abagororotsi”* (**Mat 5:45**). Kubera yuko ishengero ari ikintu kiboneka giserukiye, gihagarariye ubwami bw'Imana kw'isi, dukwiriye kwama twibuka ako kantu kagize ubwami kandi tugakora ivyo dushoboye kugira ngo twerekane ukugira neza kw'Imana ku bagororotsi no ku banyavyaha na bo.

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

1. Kubera iki Yesu yigishiriza mu migani? Kubera iki Yesu yahisha nkana ukuri ku bantu bamwe (**imirongo 11-12**)?

2. Mu mugani w'umubivyi n'ubwoko bw'ivu, muri ubwo bwoko bw'abantu bane bwabibweko imbuto, nib a nde bakijijwe mu vy'ukuri? Kubera iki?

3. Mubona gute ijambo risahurwa, ryuma, canke rinyohwa mu bugingo bwawe bwite no mu bugingo bw'abiyemerera ko ari abizera usanzwe uzi? Ugomba none kubirakw iki?

---

[28] Mu vyete vyitwa *Screwtape*, C. S. Lewis avuga ati, “ijambo ‘ryanje’ mu buryo ryanditswe ntirishobora kuvugwa n'umuntu bunt uku into na kimwe. Mu mpera kumbure Data wacu wo mw'ijuru canke Umwansi bavuzovuga ‘ivyanje’ ku bintu vyose bibaho, kandi cane cane ku bantu bose. Ivyo bizomenyekana ku musi w'iherezo, ntimukigere mutinya, uwo imwanya yabo, imitima yabo, n'imibiri yabo vyegukira—nta nkeka ko itegukira bo, ivyo ari vyo vyose.” (Lewis 1961: 98)

[29] Ku guhanahana ivyiyumviro “vy'akamere k'ubwami buja bwarashitse, ariko kandi bukaba butarashika” raba n.2 aho hejuru n'ibisomwa bifatanye n'ico.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

4. Mbega ivyamwa *igihe cose* (mu bihe bimwe bimwe, ku rugero kanaka, no mu buryo kanaka) biaraherekeza ukwizera gukiza?

- None wa musuma yari ku musaraba vyagenze gute?

- Mbega wibaza yuko ivyamwa bimwe bimwe twita ko ari ivyamwa vyoba vy'ukiri ari "umubiri?" None woshobora gutandukanya gute ivyo bibiri?

- Ku rundi ruhande na ho, wibaza ko ivyamwa bimwe bimwe bibonwa n'Imana gusa? Nimba biri uko, ibi bisigura yuko *tutokwigera* tuvuga yuko umuntu atari Umukristo mu vy'ukuri nimba bobo bavugira ko ari Abakristo, ariko dukwiriye kwama twibaza ko ukugaragaza ukwizera kwabo ko ari ukw'ukuri?

5. None wewe ku giti cawe n'ishengero ryawe muri umuco mu mwiza gute (umurongo wa **21**)? Wibaza yuko wewe n'ishengero mwokora iki kugira ngo mube umuco waka neza mu mwiza?

6. Tubona dute "ingero tugereramwo abanda" (umurongo wa **24**) abantu bakoresha yigaragaza, yiserura mu bugingo bwabo?

7. Mbega Kristo akoresha ingero itandukanye mu bugingo bwawe ugereanije n'ingero akoresha mu bugingo bw'abatari abakristo woba uzi? Nimba ari uko, bigenda gute?

8. **Imirongo 22-25** ishimikira cane ku kuzoca imanza kugiye kuza. Wibaza iki ku rubanza n'ukugene ivyo bifise ingaruka ku kugene ubayeho mu bugingo bwawe?

9. Mu buryo ubwahe dukwiye kubibamwo imbuto mu miryango yacu, mu kibano cacu no mw'isi ?

10. Muri iyo migani, Yesu kenshi aguma asubiramwo ijambo "imbuto," kandi mbere afgashimikira cane ku buto, ukuba kanzinya cane ku **murongo wa 31**. Twisunze ivyo, kubera iki Abakristo babandanya barazwa ishinga n'ubunini bw'ibintu (igikorwa cabo, ishengero ryabo, igitigiri c'abantu bashikanye ku Mwami, n'ibindi.)? Mbega ubuto canke ubunini bw'ibintu hari co busana n'ibivugwa ku **mirongo ya 20, 24, 27** na **32** (mbere tukiri aho nyene raba **1 Kor 3:6-9**)?

- Twokomeza gute abo bantu bakora "utuntu duto duto" babikorera Imana?

- Uzi nde akora igikorwa c'ubwami bw'Imana ariko kubera ico gikorwa atari "kinini," yirengagizwa, agakenegererwa? Wobikorakw' iki?

<u>**4:35-41:**</u> ***[35] Kuri uwo musi bugorovye, arababwira ati, "Tujabuke tuje hakurya." [36] Basiga abantu hano, bamujana mu bwato yahozemwo, kandi ayandi mato yari kumwe na we. [37] Nuko haza incubi ikomeye y'umuyaga, imipfunda yisuka mu bwato, bwariko buruzura. [38] Ariko we yari aryame mu mutwe w'inyuma, yiseguye umusego yisinziririye. "Baramukangura, baramubaza bati "Mwigisha tubabaye ko turiko turapfa?" [39] Arikangura, azibiza ingunza, abarira ikiyaga ati, Hora, utekereze. Umuyaga uraca, haba agahwekere rwose. [40] Arababaza ati, Ni iki kibateye ubwoba? Ntimurizera?" [41] Baratinya, bagira ubwoba bwinshi, barabazanya bati, "mbega uyu ni umuntu ki, umuyaga n'ikiyaga ko bimwumvira?"***

<u>**Imirongo 35-41—**Yesu atururuza inkubi y'umuyaga mu kiyaga</u>

Imigani imaze guhera, Mariko aca asubira ku bikorwa vya Yesu. Nk'uko vyari ukuri ku **bice vya 2-3**, ivyabaye muri iki kigabane ca Yesu akankamira ikiyaga ngo gitekereze vyerekana uwo Yesu ari we kandi n'ububasha n'ubushobozi afise ku bintu vyose. Iki kintu cabaye cerekana ibintu bikomeye kanaka. Ubwa mbere, abigishwa bari barabonye Yesu akora ibitangaza vyinshi. Ni co gituma, bari bazi canke bategerezwa kuba bazi ko yashobora guhoza imipfunda. Ikibazo cabo, *"Mwigisha, ntubabaye ko turiko turapfa?"* (**umurongo 38**) cerekana ko bariko baramukankamira, atari kubera *atashobora* guhoza imipfunda n'umuyaga, ariko kubera yari *atabababaye, atitabiyeho* hamwe n'uko umengoivyabo ntibimuraje ishinga.

Ahubwo Yes una we arabakankamira, *"n'iki kibateye ubwoba? Ntimurizera?"* (**umurongo 40**) Ibi bivyura ikibazo gikomeye c'ukwizera kibega kandi kikaba cega benshi muri twebwe. Ubwa mbere, abigishwa

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bariko bariyumvira kuri bo bonyene (ivyari kubashikira, ivyari kubabako), ntibariko bariyumvira kuri Yesu (ivyari kumushikira, ivyari kumubako). Ubwa kabiri, nubwa begereye yesu, ntibari bafise amahoro, ariko bari bafise ubwoba. Ntibari bwatahure ukuri kwa **1 Yohana 4:16-18**: *"Imana ni urukundo,kandi uguma mu rukundo aguma mu Mana,, Imana ikaguma muri we. Ico ni co kimaze guhingura urukundo muri twebwe, kugira ngo tuze dushire ubwoba ku musi w'amateka, kuko uko ari, ari ko turi muri iyi si. Nta bwoba buba mu rukundo, ariko urukundo ruhinguwe rusenda ubwoba."* Ukwo ni ukuri no kuri benshi muri twebwe igihe duhanze amaso kuri twebwe ubwacu no ku vyo turiko turacamwo (nubwo vyoba ari bibi), aho kuyahanga Umwami (ari Umwami w'ivyo bihe tuba turiko turacamwo). Ubugira gatatu, Yesu yari yavuze ati, *Tujabuke tuje hakurya"* (**umurongo 35**). Ko yari asinziriye vyari kuba vyarahaye icizere n'ubushizi bw'amanga kandi bakamwizigira! Mu yandi majambo, Yesu yari azi ibiriko biraba, kandi yari hejuru yavyo, uko vyari bimeze kwose, kandi igihe cose uriko urakora mu bwizigirwa no mu kwizera ivyo yakubariye gukora, ukunuma kw'Imana kwari kukubwira ko ukwiriye kumwizigira ukabandanya ukora ivyo uriko urakora. Ubugira kane, bategerezwa kuba abri bamwizeye, bakamwizigira (nk'uko na twebwe dukwiriye kumwizigira) kuko Yesu yaragaragaje ko ari hejuru ya vyose kandi ko afise ububasha *ku kintu nico ari co cose* (raba **Zab 89:9; 93:4**). Kanatsinda, yakoresheje iryo jambo nyene (*phimoō*) mu kubarira ikiyaga ngo *"Hora, utekereze"* (**umurongo 39**) nk'amajambo yari yakoresheje kuri **1:25** mu kubarira impwemu ihumanye ati *"Hora, muvemwo."* Mu guhindura akavuyo k'ibintu dusanzwe tubona mw'isi ni akandi karorero k'uko ubwami bw'Imana buja buriho.

Ku **murongo wa 41** abagishwa babaza ikibazo c'uk'umuntu weseakwiriye kwibaza no kwishura, *"Mbega uyu ni umuntu ki?"* Ni Imana-muntu, umuremyi, umuzigamyi, kandi akaba umucunguzi w'isi. Kubw'ivyo, dutegerezwa kwumira ku kukwizera no ku kumwizigira naho hoba hari ibintu biteye ubwoba cane cane kubera tutamufise twoshobora kuja hehe? Mbere vy'ukuri twipfuza kwibako n'ukwimenya igihe ibihe bigoye kandi biteye ubwoba? Dushobora kumwizigira mbere (canke cane cane) n'igihe tutabishaka, tutabikunda csnke tudatahura ibihe turimwo, kubera yuko atagaragaje gusa ububasha bwiwe buhambaye ariko kandi yerekanye ko ari umwizigirwa.

Ikintu gitangaje kuri iyi nkuru ni ukubangabanganwa n'ivyabaye kuri Yona. "Yona yuriye ubwato bugiye ahantu hanyuranye n'igihugu yari yabariwe, yatumwemwo kuja guhanura, kuja kuvugishwako; Yesu yinjira mu bwato agiye ku "rundi ruhande", asiga inyuma isinzi ry'abantu bariko baramubanda" (Powell 2007: 160). Mu vyabaye muri izo nkuru zose uko ari zibiri harimwo urugendo rwo kuva mu Bayuda uja mu ntara y'Abanyamahanga. "Nk'uko Yona yari mu bwato bwafashwe n'umuyaga mwinshi, haba "igihuhuta c'inkomezi mu kiyaga", ubwato bushaka kumeneka. Ikiyaga gisukwamwo umuyaga ukomeye,' kandi 'ubwato bushaka kumeneka.' Muri Matayo 8:23-27 Kristo na we yari mu bwato mu bihe bisa n'ivyo. Haza 'igihuhuta gikomeye mu kiyaga,' kandi 'bituma ubwato buzimirira mu mipfunda.' Yona yari yamanutse mu gafuruka ko mu bwato gahera epfo, yigaramiye, yisinzirirye, igihe abasoza ubwato bariko barataka batakishwa n'ubwoba, maze batakishwa n'ubwoba kandi 'uwo ari we wese yambaza Imana yiwe.' Kristo we 'yari aryamye mu mutwe w'inyuma, yiseguye umusego yisinziriye' (Mariko 4:38) kugeza abigishwa Biwe bamukanguye, baramubazi bati 'Mwami, Mwigisha, ntubabaye ko turiko turapfa: dukize.' Eshe ingene ugutaka kwo mw'Isezerano rya Kera na kwo kuvuga guti: 'Vyuka, wambaze Imana yawe . . . Imana yodusubiza ko umutima ntidupfe.' Muri Yona dusoma ibi, 'kandi ikiyaga kireka gusuriranya,' kandi muri Mariko, 'kandi umuyaga uraca, haba agakwekera gakomeye." (Stanton 1951: 246-47) Inyuma yuko habaye agahwekera mu kiyaga, **Yona 1:16** (LXX) aravuga ati, *"Maze abo bantu baca batinya Uhoraho bihebuje."* Mu buryo nk'ubwo nyene, Ikigiriki co muri **Mariko 4:41** na co nyene kivuga gurtya, *"bagira ubwoba bwinshi."* Kubera Yesu "aruta Yona," hariho ubudasa hagati y'abo babiri. Muri izo nkuru zibiri z'inkubi mu kiyaga, "Yona yari aruhishijwe *n'*Igikorwa c'Imana. Yesu yari arushe ari *mu* gokorwa c'Imana. Vyongeye, Kristo yakoze ivyo Yona atashoboye gukora [ariko ico Imana yakoze mu vyabaye kuri Yona]. Yakankamiye umuyaga, maze abwira ikiyaga n'umuyaga ati Tekereza, kugeza yaho abantu batangarira ububasha bwiwe buhambaye." (Ico gitabu nyene: 247)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Gereranya kandi utandukanye uko vyari bimeze mu mitwe y'abigishwa n'ukugene vyari bimeze mu mutwe wa Yesu, mu bikorwa no mu kugene bifashe bari mu bwato bajabutse bagiye hakurya ku rundi ruhande rw'ikiyaga. Twokuramwo ivyigwa ivyahe muri ibi vyabaye?

2. Mbega Imana rimwe na rimwe (kenshi) hari aho isa n'iyisinziriye canke itakunezwe canke itanezwe ibiriko biraba mu bugingo bwawe? Kubera iki wibaza ko bimeze birtyo?

- Wifata gute mu bihe nk'ivyo, ukora iki mu bihe nk'ivyo?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

- Wategerezwa gukora iki mu bihe nk'ivyo?

- Nimba hariho itandukaniro hagati y'ukugene wategerezwa gukora, n'ukugene wakoze mu vy'ukuri, ni kubera iki hari iryo tandukaniro, kandi wobikorako iki?

3. Ni kubera iki wibaza ko abantu bamwe bamwe basa n'abizera yuko ubugingo bwabo bwategerzwa "kutagiramwo ingorane" igihe bahindutse Abakristo?

- Ukwo kwizera kutubarira iki ku bantu biyumvira gurtyo kuri Kristo?

- Ni iki, nimba kiriho, wibaza ko io ciyumviro gitegerezwa kuva mu bantu igihe uriko uragerageza gushikana no gukwegera uwutari Umukristo kuri Kristo?

4. Ku murongo wa **40** Yesu yavuze ati *"Ntimurizera?"* Dukoresheje iki gisomwa (imirongo ya **35-41**), ukwizera ni iki?

***<u>5:1-20:</u> Bafata hakurya y'ikiyaga mu gihugu c'Abageraseni. [2] Avuye mu bwato, umuntu yinjiwemwo n'impwemu ihumanye ava mu masenga y'imva, aca aramusanganira. [3] Yaba muri ayo masenga, ntihagira uba akibona ico ashobora kumubohesha, n'iyo woba umunyororo [4] Kuko bamubohesheje iminyororo ku maguro no ku maboko kenshi, iy'amaboko akayicagagura, iy'amaguru akayivutagura: ntihagira umuntu afise inkomezi zomutururuza. [5] Maze imisi yose ku murango no mw'ijoro yama muri ayo masenga no ku misozi, ataka, yikebesha amabuye. [6] Abonye Yesu akiri kure, arirukanga, arunama. [7] Asemerera n'ijwi rirenga, ati Duhuriye hehe ga Yesu mwana w'Imana isumba vyose? Ndakurahiye Imana ntumbabaze agashinyaguro." [8] Kuko yari amubariye ati Va mu muntu, wa mpwemu ihumanye!" [9] Aramubaza ati, Witwa nde? Aramwishura ati, Gitero ni ryo zina ryanje kuko turi benshi." [10] Aramwinginga cane ngo ntazirukane muri ico gihugu. [11] Kandi kuri uwo musozi hari umukuku mwinshi w'ingurube zirisha: [12] ziramwinginga ziti: Turungike muri zirya ngurube, tuzijemwo." [13] Izo mpwemu zihumanye zimusokorotsemwo, zinjira muri nya ngurube, umukuku wirukira ku gatembwe, zisuka mu kiyaga, zari nk'ibihumbi bibiri, amazi araziniga.***

***[14] Abaziragira barahunga, babivuga mu gisagara no mu misozi: na bo baza kuraba ibibaye ivyo ari vyo. [15] Bashika aho Yesu ari, basanga uwari yinjiwemwo n'abadayimoni yicaye, yambaye, ubwenge bwagarutse, umwe nyene yari yinjiwemwo na ca gitero; baratinya. [16] Ababibonye babadondera ivy'uwari yinjiwemwo n'abadayimoni n'ivy'ingurube. [17] Batangura kumwinginga ng wave mu ntara yabo. [18] Ariko aratambukira mu bwato, uwari yinjiwemwo n'abadayimoni aramwinginga ngo agume kuri we. [19] Ntiyamukundira, ariko aramubwira ati, "Ja i muhira i wawe mu b'i wanyu, ubabarire ivy'Umwami Imana igukoreye vyose, kandi ingene ikugiriye ikigongwe." [20] Aragenda, atangura gukwiza i Dekapoli ivyo Yesu yamukoreye vyose, abantu bose baratangara.***

<u>**Imirongo 1-20—**Yesu akiza Umunyageraseni abadayimoni benshi</u>

Mu gukira kw'uwari yinjiwemwo n'abadayimoni, Mariko abandanya kwiyumvira ku kibazo cabajije abigishwa ku murongo wa **4:41**, *"Mbega uyu ni umuntu ki?"* Inyishu iratomoye kandi itangwa ku murongo wa **7**, *"Yesu Mwana w'Imana isumba Vyose." "Igihugu c'Abageraseni"* (**umurongo wa 1**) cari mu buraruko bw'ikiyaga c'i Galilaya kandi ahanini cari igihugu c'Abanyamahanga. Ni co gituma rero ata gitangaza c'uko Yesu yiswe *"Umwana <u>w'Imana isumba vyose</u>,"* kubera ayo majambo ni yo yakoreshwa kenshi n'Abanyamahanga (raba **Ita 14:18; Yes 14:14; Dan 3:26; Ivyak 16:17**). Nkuko twabibonye kuri **1:24**, abadayimoni baraza Yesu uwo ari we kandi baramutinya kubera yuko bazi neza ico azobakorera ku mpera (raba **Mat 25:41; Yak 2:19**). Uwo muntu yarimwo abadayimoni yaramenye neza Yesu uwo ari we. Amaze gusendwamwo amadayimoni, amadayimoni amaze kumuvamwo, Yesu yamubariye ati, *"Ja i muhira i wawe mu b'i wanyu, ubabarire ivyo <u>Umwami</u> <u>Imana</u> igukoreye vyose."* uwo muntu arumvira kandi *"aragenda atangura gukwiza i Dekapoli ivyo <u>Yesu</u> yamukoreye vyose, abantu bose baratangara."*

Hampande y'akamere ka Yesu k'ijuru n'ububasha ku mpwemu mbi yari afise, iki kigabane kitubarira ibindi bintu vy'ingirakamaro. Ubwa mbere, nk'uko tuja twabibonye aho hejuru, *"igihugu c'Abageraseni"* cari mu ruhande rw'uburaruko bw'Ikiyaga c'i Galilaya kandi ahanini cari igihugu c'Abanyamahanga.[30] Ni co

[30] Nubwo abagize ico bavuga benshi kuri ivyo bibaza yuko uwo muntu yari arwaye abadayimoni yari umunyamahanga bafatiye ku ntara yabamwo hamwe n'ingurube nyinshi, Rikk Watts atanga ututonde rw'impamvu zotuma twibaza ibibazo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

gituma, cari hanze y'ivyo Yesu yari amenyereye. Yamara, yahisemwo ibigira nkana kuva mu vyo yari amenyereye kugira ngo agende kubohora umuntu umwe yari yiziziwe n'abadayimni, yarimwo abadayimoni. Ibi bisa n'igihe Yesu yava mu nzira yari amenyereye muri **Yohana 4** kugira ngo agarukane umusamariyakazi mu kwizera. Ibi vyerekana ingene Yesu akora ibigira nkana "kuva mu bimenyerewe" kugira ngo azane abantu batandukanye bo muri kahise gatandukanye (amoko, urukoba, imico kama, intara n'ibindi) kuri we. Woba nawe witeguye gukora gurtyo?

Ubwa kabiri, dukwiye kubanza kwitegereza uwo muntu imbere n'inyuma yuko uwo muntu abohoka. Imbere yuko Yesu amusendamwo abadayimoni, **imirongo 3-4** ivuga iti, *"ntihagira uba akibona ico ashobora kumubohesha, niyo woba umunyororokuko bamuboheshеje iminyororo ku maguro no ku maboko kenshi, iy'amaboko akayicagagura, iy'amaguru akayivutagura."* Nubwo abantu batashobora kuboha uwo muntu, yari yaraboshwe cane na Satani n'abadayimoni. **Umurongo 5** wongerako yuko *"maze imisi yose ku murango no mw'ijoro yama muri ayo masenga,no ku misozi, ataka, yikebesha amabuye."* Inyuma yuko amaze kubohoka, **umurongo 15** utubarira yuko yari *"yicaye, yambaye, ubwenge bwagarutse."* Ukubaho kw'Imana mu bugingo bwacu ntibitujana mu gupfa kwakira ibintu uko nyene no mu busazi ariko bidushikana ku mahoro, ku kumera neza mu bwenge, kwitunganya neza no gusubiza mu buryo umuntu akabana neza n'abandi n'Imana (raba **Gal 5:22-23**). Narumvise abavuga butumwa benshi bameze nk'ibikoko bivuza urwamo canke bashavuye igihe bavuga "ubutumwa" bwabo n'ijwi bisangije. Sinzi neza bimwe muri ibi ko biba bivuye ku mico kama canke ko ari ukwigana abandi, ariko bisa n'uko ugukora gurtyo ari inzira imwe nziza yo kwemeza abantu (cane cane abatizera) ko *uri* umusazi; vyongeye ni ukunyuranya n'ivyo Yesu yakoreye umuntu yimatanije na we. Mwibuke: Imana yipfuza ivyamwa vy'impwemu, ntagomba ivyamwa vy'idini.

Ibindi bintu bibiri vy'uguhindukira n'ugukizwa kw'uyu muntu ni ivyo kwiyumvirako: (A) Uwo muntu nta kintu na kimwe yakoze mu buryo bugaragara kugira ngo akire. Yari umuntu ataco yishoboje, atagira gitabara kubera amadayimoni yari yaramuboshe, muri we nta bushobozi na bumwe yari afise bwo kwibohora, kandi ntiyashoboye kugira akigoro na gatoya ko kugira ico akoze kugira ngo ashobore gufasha mu kubohoka kwiwe. Uguhitwamwo kwiwe, umuhamagaro wiwe, n'ukuvuka ubwa kabiri hamwe n'uguhingurwa (mu yandi majambo,kuba "uwavutsse ubwa kabiri") guhera mu ntango kwari uguheraheza igikorwa c'Imana c'ubuntu bwayo gusa. (B) *inyifato n'igikorwa* ciwe c'ukwihana n'uguhindukira vyagaragaje ukuri kw'ukuba uwavutse ubwa kabiri: yashatse gukurikira no gukorera Yesu (**umurongo 19**). Kandi ni ko yakoze (**umurongo 20**), nka kumwe wa musamariyakazi kw'iriba dusoma muri **Yohana 4** na we yabikoze. Yesu yari yuko, afatiye ku kugene abanda bantu bo muri iyo ntara bamubariye kubaviraho (**imirongo 15-17**), ko umuntu umwe yakijijwe, yahoze yiziziwe n'abadayimoni, yahoze arwaye abadayimoni yari gushobora kugira ikintu kinini amarira iyo ntara yose mbere kurusha n'iyo Yesu ubwiwe yari kuba ahibereye amaso mu yandi.

Ubwa nyuma, ni ngirakamaro kuraba ingene abandi bantu bo muri ako karere bifashe n'inyishu batanze hamwe n'inyifato n'inyishu vya Yesu. Abantu bagize ubwoba (**umurongo 15**) kandi *"batangura kumwinginga ngo ave mu ntara yabo"* (**umurongo 17**). Ubwoba bwabo bushobora kuba bwavuye ku bintu vyinshi bitandukanye: Bari imbere y'umuntu atangaje, afise n'ububasha n'ubushobozi burengeye ubw'abandi bantu bose kandi butangaje. Ukugene abantu bifata n'inyishu batanga iyo bari imbere y'Imana (canke abamarayika) muri Bibiliya yose ni ukugira ubwoba. Hejuru y'ivyo, igihe babona ivyashikiye n'ivyabaye kuri izo ngurube, bashobora kuba bagize ubwoba bw'ubuhombe bw'ubutunzi iyo Yesu akaguma muri ico gihugu. Vyongeye, kubera bari baragerageje kubohesha iminyororo uwo muntu yarimwo abadayimoni, ariko Yesu akaba ubu yamubohoye, bashobora kugira ubwoba bw'ivyo Yesu ashobora kubakorera. Inyifato yabo imeze nk'imwe y'abaherezi bakuru n'abanyabwenge b'ivyanditswe muri **Mariko 11:18** igihe Yesu yahumanura urusengero.

"Ikintu kibabaje kuruta ibindi vyose muri iyo nkuru yose ni uko Yesu yabemereye ivyo bamusavye, kandi aca arabaereka, avayo. Hariho ibihe iyo ibintu bishoboka bimeze nabi cane kuri twebwe ari uko Umwami aduha ivyo twasengeye (Zab 106:15, 'Yabahaye ivyo basavye'). Abageraseni bashaka gusa ko uwo Yesu w'ubushobozi budasanzwe kandi buteye ubwoba abaviraho. Urubanza baciye kwari uko Yesu abaviraho, ko atokwongera kuhahonyoza ikirenge, kuko nta cemezo kiriho, n'imiburiburi muri Mariko, ko hari ikindi gikorwa canke urundi rugendo Yesu yakoreye muri ako karere, muri iyo ntara." (Cole 1989: 159) C. S. Lewis aheraheza avuga ibi, "Hariho abantu b'uburyo bubiri gusa mu mpera: ababarira Imana bati, 'Ivyo ugomba bibe,' n'abo Imana ibarira iti, mu mpera, '*ivyo* mugomba bibe.' Abo bose bari mu Muriro, muri Gehinomu, ni ababa barabihisemwo, ni vyo baba baratoye." (Lewis 1946: 66-67)

## <u>IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO</u>

kuri ico cemezo (Watts 1997: 164-66).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

1. Uwo Mugeraseni yarimwo abadayimoni yoba ameze nkawe mu buryo ubwahe? Mbega ibi vyabaye ni akarorero keza gute ku kugene ugukizwa n'uguhindukira nyakuri bimeze?

2. woba warigeze kuja hanze y'ibimenyerewe maze ukaja gutera "intara yiziziwe n'umwansi" ujanyeyo ubutumwa bwiza? Ingaruka zavyo zabaye izihe?

3. Ingene abantu bavyifashemwo (**imirongo 15-17**) kuratangaje. Mwibaza ko ari kubera iki bagize ubwoba kandi bakinginga Yesu ngo abavireho, agende? Hari aho woba warigeze guhura n'ibintu nk'ivyo igihe wakoze mu kwizera ico Yesu yakubariye?

4. Kubera iki Yesu atemereye uwo mugabo kumukurikira igihe yabimusaba?

- Bishoboka gute ko umuntu yari yiziziwe kandi arimwo abadayimoni ashobora kuba *icabona ciza* kurusha Yesu ubwiwe (iyo Yesu akaguma muri iyo ntara)?

- Mbega vyoba ariko bimeze no kuri wewe (kubera iki bimeze gurtyo canke kubera iki atari ko bimeze)?

**<u>5:21-43:</u>** ***21** Nuko Yesu agenda mu bwato, asubira hakurya, ishengero ryinshi rikoranira kuri we; yari i ruhande y'ikiyaga. **22** Haza umwe mu bakuri b'isinagogi, yitwa Yayiro, amubonye amwitembagaza imbere y'ibirenge **23** aramwinginga cane, at' Akana kanje k'agakobwa kari ku mpfiro, ndakwinginze ni uze se, umurambikekw ibiganza, akire, abeho." **24** Aragenda, ajana na we.*

***Ishengero ryinshi riramukurikira rimubanda.***

***25** Kandi hari umugore arwaye ubutinyanka yari abimaranye imyaka cumi n'ibiri, **26** yababajwe cane n'abavuzi benshi bamumarisha ibintu vyiwe vyose abitangamwo ingemu, ntihagira ico bamumarira, mbere arushiriza kurwara. **27** Yari yarumvise ivya Yesu, araza, aca hagati y'ishengero, amuturuka inyuma, akora ku mpuzu yiwe. **28** Yari yibwiye ati, N'iyo nokora ku mpuzu ziwe gusa, nokira." **29** Uwo mwanya isoko y'amaraso irakama, amenya mu mubiri wiwe yuko akize ico cago. **30** Ako kanya Yesu yumva muri we ubushobozi bumuvamwo, ahindukira abandana n'ishengero, arababaza ati: Ni nde akoze ku mpuzu zanje?" **31** Abigishwa biwe baramwishura bati, "Ubone abantu bariko barakubanda, nawe ukagira ngo ni nde ankozeko?'" **32** Aberaguzamwo amaso ngo abone uwumukozeko. **33** Uwo mugore aratinya, ahinda agashitsi, kuko azi ikimubayeko, araza amwikubita imbere, amubarira ivy'ukuri vyose. **34** Yesu aramubwira ati: "Mwana wanje, mukobwa wanje ukwizera kwawe kuragukijije, genda amahoro, ukire rwose icago cawe."*

***35** Akivuga, haza abavuye kwa wa mukuru w'isinagogi, bati, "Wa mwana wawe aracikanye, uracagorera iki umwigisha?" **36** Ariko Yesu ntiyashira umutima kw'ijambo rivuzwe, abarira uwo mukuru w'isinagogi ati: Ntutinye, wizere gusa." **37** Ntiyakundira uwundi muntu kujana na we, atari Petero na Yakobo na Yohana mwene nyina wa Yakobo. **38** Bashitse ku nzu y'uwo mukuru w'isinagogi, asnaga bariko barakoma induru, barira baboroga cane. **39** Yinjiye arababaza ati, "Ni igiki itumye mukoma induru murira? Umwana ntiyahwereye, ariko arasinziriye." **40** Baramutwenga bamushimanga. Arabakumira bose, ajana se w'umwana na nyina n'abari kumwe na we, yinjirsa mu cumba aho ikiziga kiri. **41** Afata ukuboko kw'ikiziga, arakibarira ati, "Talisa kumi," bisobanurwa ngo, "Gakobwa ndakubariye nti: Vyuka." **42** Umukobwa aca avyuka uwo mwanya, aragendagenda, (kuko yari amaze imyaka cumi n'ibiri avutse). Baca baratangara cane. **43** Arabihanikiriza cane ngo ntihagire umuntu n'umwe abimenya, kandi ababwira ngo bamugaburire.***

<u>**Imirongo 21-43—**Umukobwa wa Yayiro n'umugore arwaye ubutinyanka</u>

Iki kigabane gikozwe nk'uko ikigabane ca **3:20-35** cari gikozwe. Gitangurana n'impungenge ntoya zerekeranye n'umukobwa wa Yayiro, `hanyuma kigatambukira ku gukira kw'umugore yari arwaye ubutinyanka, maze kigaheraherezwa n'ukuzura umukobwa wa Yayiro. Mariko yerekanye Yesu ko ari Umwana w'Imana yakomotse mw'ijuru azananye ububasha ku vyaremwe vyose no ku ma dayimoni. Ngaha yerekanwa ko afise ububasha ku rupfu ubwarwo. Izo nkuru zose zibandanya iciyumviro c'ukugene umuntu ataco yishoboje kandi zikerekana akantu k'imigenzo y'ukwandura ari na yo yariko irabica bigacika mu nkuru y'umunyageraseni yari yanduye abadayimoni. "Dufatiye ku vyagezwe vy'Abayuda gukora ku mva, ku maraso, canke ku wapfuye vyatuma umuntu aba uwanduye" (Wessel 1984: 660). Iki kigabane vyongeye congerako ikintu gishasha: akantu k'Ukwizera. Aho ibintu vyabaye mbere vyerekana ukutizera kw'abantu (cane cane abarwanya Yesu), ibi bintu bibiri vyabaye vyerekana ukwizera kw'abegereye Yesu, ukwizera kw'abaje kuri Yesu.

1. <u>**Imirongo 21-24a**—Yayiro yegera Yesu</u>

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Yayiro avugwa ko ari *"umwe mu bakuru b'isinagogi"* (**umurongo 22**). Abakuru b'isinagogi bari abantu badasanzwe b'inyankamugayo bafashije kwubaka isinagogi n'ugusenga (Wessel 1984: 660). Yayiro nta nkeka ko yaja yarumvise ivya Yesu kandi yizera ko ashobora gukiza umukobwa wiwe. Ukutagira gifasha no guta umutwe, arikwo kwihebura vyari vyinshi kugeza yaho yahevye ubwibone bwose maze yikubita ku birenge vya Yesu, aramwinginga ngw' ajane na we. Yesu adashize ko ijambo na rimwe, aravyemera.

2. **<u>Imirongo 24b-34—</u>**<u>Umugore yari arwaye ubutinyanka</u>

Uwo mugore avugwa ko yari afise ingwara yo kuva, *"ubutinyanka abumaranye imyaka 12"* (**umurongo 25**). Ayo majambo ukugene yubatswe arasa no mu ba **Lew 15:25** havuga hati: *"Umugore niyamara imisi myinshi ari mu miziro yiwe mu gihe kitari co, canke niyarenza imisi yiwe, imisi yose azomara mu miziro, azobe nk'uko yahora ari mu miziro yiwe, azoba ahumanye."* Uugereranya ukugene amajambo yo mu gitabu c'Abalewi yanditswe, n'ayo mu butumwa bwiza uko bwanditswe na Mariko yerekana yuko uwo mugore yari arwaye ivyariko biravugwa mu gitabu c'Abalewi. Nimba ivyo vyatanguranye n'igihe umukobwa agira mu mihango, bisigura yuko igice c'ubuzima bwiwe yakimaze afise iyo ngwara y'ukuva, y'ubutinyanka canke agendana iyo ngorane. Iyo ngwara yiwe yari mbi cane: yababajwe cane n'abavuzi benshi bamumarisha ibintu vyiwe vyose abitangamwo ingemu, ntihagira ico bamumarira, mbere arushiriza kurwara, biguma vyunyuka. (**umurongo 26**). Ikirengeye ivyo, **Lew 15:26-27** havuga hati: *"Ubuririri bwose azoryamako mu misi yose yo guhumana kwiwe, buzomubere nk'ubwo yaryamyeko mu misi y'imiziro yiwe; n'ikintu cose azokwicarako kizoba gihumanye nk'icari gisanzwe gihumanywa n'iyo ari mu miziro, uwukoze kuri vyo wese azoba uwuhumanye, azomesure impuzu ziwe, yiyuhagire akomeze kuba uwuhumanye gushita ku mugoroba."* Ivyo vyasigura yuko "atashobora kuja mw'isinagogi kandi ko yari yarashibuwe mbere n'abantu bo mu muryango wiwe bwite, kuko ata washobora kumwegera, kuko baca bandura iyo bahirahiye bagakora ku kintu na kimwe yicayeko canke yaryamyeko" (Cole 2006: 1180). Ntiyashobora kurongorwa. Kumbure iki ni co catumye yegera Yesu amuturutse inyuma (umurongo wa **27**).

Ukwizera kwiwe kwari kunini. Yibwira mu mutima wiwe ati, *"Niyo nokora ku mpuzu ziwe gusa, nokira"* (**umurongo 28**). "Imyaka amajana n'amajana imbere yuko Yesu avuka, Umuvugishwa n'Imana Malaki yari yarabivugishijwe yuko Mesiya azoza 'azananye ugukira mu mababa yiwe' [**Mal 4:2**]. Kuri bamwe, ivyo vyasigura yo yari afise ugukiza 'kuri mu buyonga bw'impuzu ziwe.' Kandi n'Umuvugishwa n'Imana Zakariya yari yaravuze ko abantu bo mu mahanga yose bazogomba gukora ku buyonga canke ku gitambara, icambazo c'impuzu ya Mesiya kubera yuko ico gihe bazomenya ko Imana iri kumwe na we [**Zek 8:23**]." (Vander Laan na Markham 1996: 74) Ugukora ku mpuzu za Yesu kw'uwo mugore yariko arerekana, agaragaza ukwizera kwiwe. "Uku kwari ukwemeza yuko yamenye ko Yesu ari Mesiya kandi akamenya n'igikorwa ciwe. Yizeye ko ari Mesiya. Kubera yizeye ko—kubera ukwizera kwiwe kwari gukomeye—ububasha bwa Yesu bwamugendagenzemwo, buramushwara. Ubwo bubasha bwa Yesu bukiza umubiri wiwe, kandi bumusubiza mu kibano ico yari yarirukanywemwo igihe kirekire kubera ingwara yari arwaye." (Ico gitabu nyene.)

Ukwizera kwiwe gushobora kuba kurengeye ivyo tubonesha n'amaso. Kugira ngo akore ku wundi muntu (yaba Yesu canke abandi bantu bo mw'ishengero bari kumwe na Yesu yari gushobora gukorako) yaca aba uwuhumanye. Yesu kugira ngo abitangarize ishengero ko yakozweko n'uwo mugore (imirongo ya **33-34**) kwari ukuvuga no gutangaza yuko *we* yahumanye. Uwo mugore ivyo yari abizi, ariko kandi ukwizera kwiwe kwamusunikira gutera aja imbere no kumukorako. Yamara, uwo mugore ashobora kandi kuba yaratahuye, nk'uko vyagenze igihe Yesu yakora ku munyamibembe akamukiza kuri **1:40-45**, kubera ko Yesu yari Mesiya kandi akaba umwana w'Imana yakomotse mw'ijuru, uguhumana n' "ukwandura" ntivyamugiyeko, ariko we ukutandura kwiwe n' "ukudahumana" kwiwe vyandukiye uwo muntu yakoze kuri Yesu canke Yesu yakozeko. Nk'uko Vander Laan na Markham babivuga, "aho akajede kari gahagaze ntikari gusa ku gukora kuri Yesu; kari gahagaze mu kugororoka Kwiwe. Abantu baramumenye nka Mesiya kubera ukwera kwiwe. Mose yarakijije. Eliya yarazuye abapfuye. Rero ivyo bikorwa, n'ubwo vyaboneka nk'ibitangaza, si vyo vyagize Yesu uwuba uwutandukanye n'abo bandi bose. Iyo bikaba ivyo vyari kumugira Umuvugishwa n'Imana ahambaye gusa. Ivyamushize ku ruhande kwari ukwumvira Se, Data gukomeye." (Vander Laan na Markham 1996: 74) Ikindi, dutegerezwa kuraba ni uko mu guhamagara uwo mugore (ari na co yakoze mu vy'ukuri ku **murongo wa 30**), hamwe no gufata akanya akavugana na we, Yesu yariko aramwemeza kandi akemeza n'ukwizera kwiwe —uwo mugore atari yari bwigere yemerwa n'umuntu n'umwe mu myaka 12. Yesu yakoze ivyo mbere naho vyatwaye umwanya munini w'igiciro bikamucereza igikorwa yari agabiye kuja gukora c'ugukiza umukobwa wa Yayiro.

Hariho ikindi kintu cerekeranye n'ibi vyabaye kitaboneka ariko kandi kitabaye giturumbuka. Ugukira kw'uyu mugore, nk'uko vyongeye vyavuzwe mu gukira kwa wa muntu w'umugerasene yari arwaye abadayimoni kandi nkuko bizogaragara no mu kuzura umukobwa wa Yayiro, ni ikimenyetso canke ishusho y'agakiza ko muri mpwemu. **Rom 10:9-10** havuga hati, *"Kuko niwaturisha akanwa yuko Yesu ari Umwami,*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*ukizera mu mutima yuko Imana yamuzuye imukuye mu bapfuye, uzokizwa. Kuko umutima ari wo umuntu yizeresha, akaronka ukugororoka; kandi akanwa akaba ari ko yaturisha, akaronka agakiza."* (raba kandi **Mat 10:32; Luka 12:8**) Uwu mugore yari yizeye mu mutima wiwe. Yabonye yuko igihe Yesu yamuhamagara, yari amuhamagaye kugira ngo "avyatuze akanwa kiwe," kandi ni ko yabikoze (**umurongo 33**). "Yaja yakize kubera ukwizera kwiwe, ariko kubivugira ahabona vyamuzaniye ijambo ryo kuvyemeza rivuye kuri Yesu. . . . Ibi na vyo vyazanye ukumenya uburyo yinjiye muri ico kibazo (*ukwizera kwawe* . . .), isezerano ry'amahoro y'Imana, no kwumva ko ari mu mutekano muri kazoza." (Cole 1989: 162) Ugukira kw'umubiri wiwe kubangabanganye n'agakiza: yari yaragerageje uburyo bwose bushoboka kugira ngo "akire ubwiwe," ariko ubwo buryo bwose yakoresheje ntaco bwamumariye; yabonye yuko ata kindi kintu na kimwe comukiza kiretse Yesu wenyene. Ukwo ni ukuri no kuri twebwe twese ku bijanye n'agakiza. Ntibitangaje rero yuko igihe Yesu yamubwira ati, *"Mwana wanje, ukwizera kwawe kuragukijije; genda amahoro, ukire rwose icago cawe"* (**umurongo 34**), ijambo ryakoreshejwe "gukira" (Ikigiriki = *sōzō*) ni ryo jambo nyene risigura "agakiza" (mu yandi majambo, agakiza ku rupfu rw'ibihe bidashira). Yesu mu kumwita "mwana wanje" ashaka kwerekana yuko igihe tumaze gukizwa, duca dushirwa mu muryango w'imana (raba **Yohana 1:12; Rom 8:14-17, 23; 9:4; Gal 3:26; 4:5-7; Ef 1:5; 2:19; 1 Yohana 3:1**). Ukumubarira ati *"genda amahoro"* bisigura amahoro we nyene atanga, atari nk'uko isi iyatanga (raba **Yohana 14:27**); mu yandi majambo, "ukwumva amahoro ata gakacira mu mutima uzi neza ko waronse agakiza kava kuri Kristo, ataco utinya ku Mana kandi nk'ingaruka ukanezerererwa ibiva mw'isi, ivyo ari vyo vyose. Iyi ni yo ngaruka, ni wo mwimbu w'ugucungura kuva kuri Kristo." (Zodhiates 1993: *eirēnē,* 520)

Kimwe mu bintu bifadika vyo gushirwa mu ngiro bikomotse kuri iki cabaye kuri twebwe ni uko "na twebwe dushobora gukora kugira ngo tugarukana abanda mu buzima bw'ikibano c'abizera. Ukwemera kwacu, ukwishikana hamwe n'igishingantahe cacu c'ukuri ca Yesu ko atari Mesiya gusa ariko kandi ko ari Mesiya wacu bitwugururira kuba imigende y'ugukiza kw'Imana n'ububasha busha bwo guhindura, haba mu bigize imibiri yacu bwite, ibishobisho n'ibigumbagumba, hamwe n'ukunyaguka mu mitima, imitima imenetse canke kubona ivyo abandi bantu bakeneye." (Ico gitabu nyene: 74-75)

3. <u>**Imirongo 35-43—**Yesu azura umukobwa wa Yayiro</u>

Ku **murongo wa 35** Yayiro yumvise, yabwiwe ko umukobwa wiwe yapfuye, rero umuntu yabimubariye yavuze ati, *"Uracagorera iki umwigisha?"* Inyishu ya Yesu yahaye Yayiro kwari ugukoresha icirwa yoba yakuye kuri wa mugore yari arwaye ubutinyanka: *"Ntutinye, wizere gusa"* (umurongo wa **36**). Mbere no hagati muri bamwe cumi na babiri, Yesu yari afise "akarwi gatoya kari hafi yiwe kurusha abo bandi" (raba kandi **Matayo 17:1; Mariko 9:2; Luka 9:28**). Igihe Yesu yavuga yuko umukobwa "asinziriye" gusa (**umurongo 39**), ni imvuga rimwe y'urupfu rw'umugororotsi nk'uko biri muri **1 Tes 4:14** (raba **Luka 8:55**). Nk'uko vyabaye kuri wa Munyamibembe na wa Mugore yari arwaye ubinyanka, Yesu ntiyatinye gukora ku muntu yari gushobora "kumuhumanya" (**umurongo 41**). Mu kubwira abavyeyi biwe ngo bagaburire uwo mukobwa (**umurongo 43**) vyerekana ko Yesu arajwe ishinga n'ivyo abantu basanzwe bakeneye, muri ivyo harimwo ivyo kurya inyuma y'ibihe bigoye.[31] Ko Mariko yanditse ko Yesu yariko aravuga ururimi rw'Iki Aramayike, (**umuromngo 41**) kandi akabarira abavyeyi guha uwo mukobwa utwo gufungura (umurongo wa **43**) ni utuntu duto duto tw'ido n'ido dushobora kuba twakomotse ku muntu yavyiboneye n'amaso yiwe (kumbure Petero) kandi biboneka ko iyi ari inkuru y'ukuri yabaye muri kahise atari ikintu ciyumviriwe munyuma hanyuma kikandikwa. Iyi nkuru iheraheza ibigabane vyinshi vyose bigeye hamwe bigaragaza Yesu nuwo ari we nka Mesiya n'Imana ubwayo yaje kw'isi. Afise ububasha ku bintu vyose bidukikije no ku vyaremwe vyose: ingwara, n'ubumuga (**1:30-34; 2:11-12; 3:1-5; 3:25-34**), ibikomoka ku muyaga n'ikiyaga hamwe n'ibidukikije (**4:35-41**); ibijanye n'imigenderanire y'abantu, haba mu miryango (**5:19, 43**) no mu kibano (**1:40-44; 2:14-17; 5:19-20, 34**); hamwe no mu bigize ivy'impwemu: icaha (**2:1-12**), Isabato, Ivyagezwe vy'Imana, hamwe no ku migenzo y'idini (**1:40-41; 2:14–3:6; 5:5, 27-34, 41**), Satani n'abadayimoni (**1:24-26, 34, 40-44; 3:22-27; 5:1-13**), n'urupfu (**5:35-43**). Aha rero ni ho duca dutahura neza inyishu y'ikibazo c'abigishwa biwe co kuri **4:41**, *"Uyu ni umuntu ki?"*

Ukuzura umukobwa wa Yayiro biduha ikindi kimenyetso canke ishusho y'agakiza. Uwo mukobwa yari yapfuye kandi nta kintu na kimwe yari gushobora kwikorera ngo yizure yigarukane mu buzima, mu bugingo, nk'uko na twe twari turi *"Namwe yabagize bazima, hamwe mwari mupfuye mwishwe n'ibicumuro vyanyu ivyo mwagenderamwo kera"* (**Ef 2:1-2**) kandi nta kintu na kimwe twari gushobora kwikorera ngo twizure twivane mu bapfuye twongere tube bazima. Kuzurwa kw'uwo mukobwa akava mu bapfuye akongera akaba muzima ni

[31] Ikindi kintu gisa n'ico carabaye mu **1 Abami 19:1-8** kuri Eliya igihe yari yinyegeje mw'isenga ry'ibuye yinyegeje Yezeberi.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Yesu ubwiwe yabikoze; uwo mukobwa nta ruhara na rumwe yabigizemwo, nk'uko na twe ata ruhara na rumwe twagize mu gukangurwa kwacu no mu gukizwa kwacu hamwe no mu gutsindanishirizwa kwacu, ivyo vyakozwe vyose na Yesu wenyene. Mu buryo bw'umubiri, tuvuga yuko yari, "avutse ubwa kabiri," nk'uko na twe dutegerezwa kuvuka ubwa kabiri kugira ngo tuzoshobore kwongera kubona ubwami bw'Imana (**Yohana 3:3**). Nk'uko uwo mukobwa yazutse, agahaguruka kandi *"agatangura kugendagenda"* (umurongo wa **42**), ni ko na twe duhaguruka kandi *"tukagendagendera mu bushasha bw'ubuzima, bw'ubugingo"* (**Rom 6:4**). Nkuko yahawe ikintu c'ukurya, ni ko natwe dukwiriye kwigishwa mu buzima no mu bugingo bushasha tuba duhejeje kuronka, ubwa mbere tugahabwa "amata" hanyuma tukazohabwa "ivyo kurya bikomeye" tutabanza guhekenyerwa ngo tumire vy'ijambo ry'Imana (raba **1 Kor 3:1-2; Heb 5:12; 1 Pet 2:2**).

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. ivyo vyabaye ku mugore yari arwaye ubutinyanka ni nk'ikintu caje guhagarika integuro ya Yesu n'iya Yayiro. None Yesu yabonye gute kandi yigenjeje gute kuri iyo "ntambamyi"? none wewe usa n'uwubona gute no kwifata gute ku bishaka guhagarika integuro yawe?

2. Kubera iki Yesu yabajije uwumukozeko kandi akaberaguzamwo amaso kugira ngo abone uwo mugore yamukozeko? Ukugene Yesu yishuye uwo mugore kwerekana, kugaragaza gute urukundo yari amufitiye?

3. Ugenza gute iciyumviro c'uko, kubera ugushimika gushirwa ku kwizera muri ivyo bintu bibiri vyabaye, bigisha yuko, iyo usengeye abantu gukira ariko ntibakire, ni kubera utagira ukwizera?
4. Yayiro (umugabo, umutegetsi, umuntu akomeye mu kibano) n'umugore (igitsinagore atavuzwe izina, ahumanye kandi, rero, kumbure intabwa) bose bicishije bugufi ku birenge vya Yesu mu gihe bari mu kaga gakomeye. Ni abantu bwoko ki babona ko bigoye kwicisha bugufi imbere ya Yesu?

- Twofasha gute abantu nk'abo kugira ngo bicishe bugufi imbere ya Yesu?

- Mwibaza yuko bibabaza Imana igihe abantu baje gusa kuri we iyo bari mu ngorane?

5. Ugukira kw'umugore yari arwaye ubutinyanka n'ukuzuka kw'umukobwa wa Yayiro ni uburorero bwiza gute canke imigani y'agakiza?

6. Muri ubwo burorero, nk'uko vyari bikunze kuba, Yesu aboneka nkaho yirengagije canke mbere arungika, asanzaza ishengero rinini ry'abantu (igihe yashobora kuba hari ico yobakorera) kugira ngo yihatire ku muntu umwe canke amukorere ikintu kanaka. Wibaza ko ari kubera iki yabikoze gurtyo kandi ibi bitubarira iki ku bijanye na Yesu?

- Mbega ubu burorero bubiri bwa Yesu hari ico butubarira ku bijanye n'ivyo twategerezwa gushira imbere y'ibindi vyose n'ukugene twari dukwiye gukwiragiza Ubutumwa Bwiza?

- Mwibaza ko ari kubera iki Abakristo bitwararika cane ibitigiri n'ubwinshi, ubunini bw'igikorwa cabo, ingaruka bafise ku bantu n'ishengero kurusha akanovera bazana mu bantu n'uburemerezi bw'igikorwa cabo?

<u>**6:1-6:**</u> ***Avayo, aja mu ntara y'i wabo, abigishwa biwe baramukurikira. [2] Isabato ishitse, aca yigishiriza mw'isinagogi.: benshi bamwumvise baratangara, bat'Ivyo vyose uyu yabikuye hehe?kandi ni ubwenege ki yahawe, n'ivyo bitangaza bingahobikorwa n'amaboko yiwe ni ibiki? [3] Mbega si wa mubaji, mwene Mariya, mwene nyina wa Yakobo na Yose na Yuda na Simoni? Bashiki biwe na bo ntibari hano i wacu?" Ivyiwe birabatsitaza. [4] Yesu arababwira ati, Umuntu avugishwa n'Imana ntabura icubahiro, atari mu ntara y'i wabo, no mu muryango w'i wabo, no mu nzu y'i wabo." [5] Maze ntiyashobora gukorerayo igitangaza na kimwe, atari abrwaye bake yarambitseko ibiganza, akabakiza. [6] Atangazwa n'ukutizera kwabo. Agendagenda mu mihana ihakikije, yigisha.***

### <u>**Imirongo 1-6—**Yesu i Nazareti</u>

Nubwo aho hantu hatavuzwe izina, igisagara Yesu yavukiyemwo ni i Nazarerti, agasagara gatoya i Galilaya, mu buraruko bw'Ikiyaga c'i Galilaya (raba **Mariko 1:9, 24; Luka 4;16; Yohana 1:46**). Ibibazo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

n'ivyo abantu bamuvugako mu **mirongo ya 2-3** vyerekana yuko kumbure ubu bwari ubwa mbere yuko Yesu yigishije mw'isinagogi y'aho yavukiye. Ukuba rurangiranwa kwiwe nk'umwigisha n'uwukora ibitangaza vyaja vyaramwitangiye imbere. **Umurongo 3** vyongeye werekana umuryango wa Yesu, ku bijanye n'ivy'umubiri[32] kandi n'igikorwa yakora imbere yuko atangura gukora igikorwa ciwe ku mugaragaro.[33]

Iki kintu cabaye cerekana ingene abantu bagiye barahindura ukugene bifashe kuri Yesu. Vyerekana ingene abantu bashobora kuba mahindagu. Igihe yariko aravuga, abantu bari muri iryo sinagogi bavuye ku "gutangara" (**umurongo 2**) bashika ku "gutsitazwa" (**umurongo 3**) n'ivyiwe. Ibi vyerekana yuko ugutangara kwabo kwari gushingiye ku kugene Yesu yari umwigisha mwiza cane, mu yandi majambo, abantu batangajwe *n'ukugene yigisha*. Yamara, ugutsitara kwabo kugaragara ko kwakomotse ku kugene biyumvira *ku bigize* ivyo Yesu yari avuze.[34] Ivyo tubibonera mu vyo Yesu yavuze ku **murongo wa 4** vyerekeranye n'uko ari "umuntu avugishwa n'Imana" (duca tubijako aho hepfo) mu nkuru ya Luka kuri ibi muri **Luka 4:16-30**. Mu vyavuzwe na Luka, Yesu yasomye ivyavuzwe muri **Yes 61:1-2**, igisomwa gifatira ku mwaka wa Yubile. Asubiramwo, yabura ayo majambo, *"Mpwemu w'Uhoraho ari kuri jewe, kuko Uhoraho yandobanuje amavuga ngo mbwire abaciye bugufi ubutumwa bwiza, yantumye gutubika imitima imenetse, no kumenyesha abapfunzwe ko barekuwe, n'imbohe ko zugururiwe; ngo menyeshe abantu umwaka wo kwemererwamwo n'Uhoraho."* (**Luka 4:18-19**). Aca rero aravuga ati, *"Ivyo vyanditswe birashitse uyu musi, nk'uko amatwi yanyu yiyumviye"* (**Luka 4:21**). Ijambo "kubohora" muri **Yes 61:1** (**Luka 4:18**) ni ijambo rimwe n'iryo muri **Lew 25:10**. Amavuga yakoreshejwe muri iki gisomwa (*"kubwira aboro ubutumwa bwiza," "kumenyesha abarinda ko barekuwe," "kubohora abanywagutse imitima"*) bifatira ku "vyakorwa mu mwaka wa Yubile vyemezwa mu Abalewi 25, igihe amashamvu yose yari yaratakaye kubera ubukene canke yaragurishijwe kubera ubukene azosubizwa beneyo bari bayafise ubwa mbere kugira ngo habeho ikibano gikora neza uwo ari we wese akagira aho aba, akubahwa mu kibano. Ni co gituma, urwo rukurikirane rw'amavuga rwafashwe nk'aho ari ugutangaza kw'umwaka wa Yubile." (Brueggemann 1998: 214) *"Umwaka wo kwemererwamwo n'Uhoraho"* ushingiye "ku mwaka wa Yubile" uwo na wo "ni ubu nyene ugizwe n'ikimenyetso ca [Yesu] c'ibikorwa vy'ugukiza" (Marshall 1978: 184). Muri **Luka 4:14–21**, igihe Yesu yabura ivyavuzwe muri **Yes 61:1-2** akababwira ati, *"Ivyo vyanditswe birashitse uyu musi, nk'uko amatwi yanyu yiyumviye,"* mu vy'ukuri yariko aravuga ati, "Ndi ugushitswa kw'ivyavuzwe vyose, ndi ugushitswa kw'ivyo ivyavuzwe vyerekezako; muri jewe Yubile irabashwayemwo, iri kumwe namwe ubu nyene."

Yesu yariko aravuga ikintu gitangaje cerekeranye na Mesiya: mpwemu w'Uhoraho ari kuri *jewe*! Uhoraho *yan*dobanuje amavuta! *Ndi* uwushitsa, ndi ugushitswa kw'ivyavuzwe igihe cose mw'Isezerano rya Kera, uwo vyose vyatungako agatoki, vyerekezako! Mu muri ivyo vyose vyatumye abantu babaza ikibazo cerekeranye n'inkomoko y'ubwenge bwa Yesu hamwe n'ububasha bwiwe kandi bakibuka ko ari umubaji gusa akomoka mu muryango mutoya wo mu gasagara gatoya uwo ari we wese yari azi. Ntibizeye ko yari uwo yivuze ko ari kandi kubw'ivyo baramwanse, baramushibura, baramuhakana. Nk'uko tuja twabibonye, benshi mu barongozi b'idini baramwanse, nk'uko n'abantu bi Genesareti na bo nyene bamwanse, bakamugobera ngo aveyo, co kimwe na bamwe bari baje kugandara ku mukobwa wa Yayiro bamushinyaguriye, eka mbere n'umuryango wiwe bwite. Ubu na ho, abantu bo mu gisagara ciwe bwite yavukiyemwo na bo baramwanka, ntibamwemera. Aka ni akarorero k'uwu mugani yabaciriye, "Ikibano kirakengereza." Yesu "atangazwa" (Mu Kigiriki = *thaumazō*) n'ukutizera kwabo (**umurongo 6**). Hariho ahantu habiri honyene havugwa ko Yesu "yatangaye": ngaha no muri **Mat 8:10** aho yatangajwe n'ukwizera kw'umugabisha w'abasoda ijana yavuze ati, *"Uhoraho, Mwami, Mugenzi ntibimbereye ko winjira mu nzu yanje, vuga ijambo rimwe gusa, uwo muhungu arakira"* (**Mat 8:8**). Itandukaniro riragaragara: umupagani, umunyamahanga w'Umuroma afise ukwizera gukomeye, ariko Abayuda bo mu gisagara Yesu yavutsemwo bari bamuzi ntibizera. Aka kari akarorero ntasubirwamwok'ibivugwa muri **Yohana 1:11** (*"Yaje mu vyiwe, mu biwe, ariko abiwe ntibamwakiriye"*) ivyo na vyo vyari icijiji c'uko azokwankwa n'ishengero rya nyamuja irya n'ino ry'i Yerusalemu kandi bakanamubamba.

Yesu mu kwiyita "uwuvugishwa n'Imana" (**umurongo 4**) ntiyariko atangarira ukutizera kw'abantu

---

[32] Ku bijanye n'amamuko ya yesu mu vy'umuryango wiwe, raba ico twabivuzeko kuri **3:20-21, 31-35**, aho hejuru.

[33] Yesu, co kimwe n'abandi benshi bo mu gihe ciwe no mu mico kama yabo, yari yakwirikiye umwuga w'uwo bitirira se wiwe (Yosefu) nk'umubaji (raba **Mat 13:55**).

[34] Ibi bitegerezwa kuba ukugabisha canke ukwiyubara kuri twebwe gupfa kwemera ivyo ari vyo vyose igihe abantu baza "bakemera, bakakira Yesu" mu bikorane vy'ubutumwa bwiza. Bashobora kubikora kubera ibigumbagumba canke ibishobisho, batwaye "n'ibiriko biraba," kugira ngo banezereze abagenzi babo, canke kubera izindi mpamvu. Umugani w'umubivyi n'ubwoko bw'ivu (**Mariko 4:1-20**) uja waratweretse yuko hariho ukwizera mfatakibanza kutari ukwizera gukiza. Ukwizera nyakuri, gukiza ni ukwizera kwihangana, guhindura umuntu imbere mu mutima, kandi kugahindura ibikorwa vyabo n'ubugingo bwabo.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ariko kandi yariko arubakira ku vyo yaja yahejeje kuvugwa vyatumye abantu bamwanka, batamwemera. Impamvu ni uko mu **Gus 18:15-19** Mose yavuze ati, *"[15]Uhoraho Imana yanyu azobahagurukiriza Uwuvugishwa na we ameze nkanje, ava muri mwebwe, mu bo iwanyu; muzobe ari we mwumvira. [16]Bizoba nk'uko mwabisavye uhoraho Imana yanyu muri i Horebu, kuri wa musi mwari mukoranye, aho mwavuga muti, 'Ntidusubire kwumva ijwi ry'Uhoraho Imana yacu, no kubona urya muriro uhambaye, ntiduhave dupfa.' [17] Uhoraho akambarira ati, 'Ivyo bavuze babivuze ko.[18]Nzobahagurukiriza uwuvugishwa nanje ava mu bo iwabo, ameze nkawe; nzoshira amajambo yanje mu kanwa kiwe, na we azobabarira ivyo ndamugeze vyose. [19] Kandi uwutazokwumvira amajambo yanje uwo azovuga mw'izina ryanje, nzobimuhora.'"* Yesu yavuze ko yari uwo muvugishwa n'Imana. Isezerano Rishasha, si rimwe gusa ariko ni incuro zine zose, ryerekana ko Kristo ari we wa Muvugishwa n'Imana yari yaravuzwe. Muri **Yohana 1:45**, ahejeje guhwana no guhura na Yesu, Filipo yagiye kurondera Natanayeli aramubarira ati, *"Uwo Mose yanditse mu Vyagezwe, n'abavugishwa n'Imana bakamwandika, twamubonye ni Yesu w'I Nazareti, mwene Yosefu."* Muri **Yohana 6:14**, inyuma yuko Yesu ahejeje gukora igitangaza, abantu babonye ico gitangaza baravuze bati, *"Ni ukuri uwu ni wa muntu avugishwa n'Imana yari akwiye kuza mw'isi."* Ni he "Umuvugishwa n'Imana" wenyene ashobora kuba ari ko aravugwa ngaha ni umuvugishwa n'Imana yaja yarasezeranywe, yaja yaravuzweko mu **Gus 18:15-19**. **Ivyak 3:22 n' Ivyak 7:37** hose hasubiramwo ubuhanuzi nk'aho bwashikijwe na Yesu. Mu vyo Petero yavuze mu **Ivyak 3:11-26** vyerekeranye n'Imana izura Yesu uwo Abayuda bishe (nk'uko vyongeye vyari vyaravugishijwe) n'ukugene Yesu yashikije ubuhanuzi bwo mw'Isezerano rya Kera; kubw'ivyo, abantu bari bakeneye kwihana canke na ho bakazotikira, bakazoranduka igihe Kristo azogarukira. Mu **Ivyak 7**, Sitefano yasubiyemwo kahise ka Isirayeli agasubiriramwo Abarongozi b'Abayuda. Amaze gusubiramwo ubuhanuzi bwavuzwe mu Gusubira mu Vyagezwe aca aheraheza avuga ati, *"Yemwe abatagonda izosi, mwa ntakebwa mu mitima no mu matwi, na ntaryo murwanya Mpwemu Yera. Uko ba sogokuruza banyu bakora, ni ko namwe mukora. Ni nde mu bavugishwa n'Imana ba sogokuruza banyu batahamye? Bishe ababanje kumenyekanisha ivyo kuza kwa wa Mugororotsi, none na mwe mwaramuguze muramwica."* (**Ivyak 7:51-52**) "Wa Mugororotsi," nta nkeka, si uwundi ni Yesu yaguzwe akicwa bitewe n'abarongozi b'Abayuda.

Iki gice cose gishimikiye ku kutizera kw'abantu bari bazi Yesu. Ibi binyuranye n'ukwizera kunini kwa Yayiro n'umugore yari arwaye ubutinyanka mu bice biza imbere yaho. Kubera ukutizera kw'abantu b'i Nazareti, Yesu *"maze ntiyashobora gukoreray'igitangaza na kimwe, atari abarwaye bake yarambitseko ibiganza akababakiza,"* (**umurongo 5**), vyongeye hanyuranye n'ivyari bihejeje kuba ku mugore yari arwaye ubutinyanka na n'umukobwa wa Yayiro. Yamara, Walter Wessel atwibutsa yuko, "atari kubera yari abuze ububasha bwo gukora ibindi bitangaza vyinshi kurusha uko yabikoze i Nazareti. Ukwo kudashobora kwari guhagaze ku kugene bari bameze mu mitima. Iyo abantu bahisemwo kutizera na we yahitamwo kudakoresha ububasha bwiwe bwo gukora ibitangaza. Kimwe mu bikuru Mariko yashingiyeko mu Butumwa bwiza bwa Mariko ni uko Yesu yakoze ibitangaza ashingiye ku kugene abantu bizeye." (Wessel 1984: 666)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Bishoboka gute ko abantu bashobora kuva ku *gutangara* (**umurongo 2**) bagashika ku *gutsitara* (**umurongo 3**) kubwa Yesu? Ku rundi ruhande na rwo, iki gisomwa kiraduha urufatiro ry'*Ivyizigiro*?

2. Co kimwe n'urukingo, *ukumenyera* ibintu vy'Imana n'ururimi canke imvugo y'idini ("Imvugo y'Imana") bishobora kuba ikintu gituma abantu banke Yesu w'ukuri. Dutsinda gute akaga k'uko "ukwizera" kwacu n'(ukw abana bacu) guhagije kugira ngo "kutwibagize" ibintu nyakuri?

3. Hari aho woba waraciye muri ukwo kuri kw'uko bigoye cane kuba umushumba w'umwizigirwa wa Yesu mu muryango wawe bwite kurusha uko woba umwizigirwa mu bandi bantu atari abo mu muryango?

- Ivyo bintu wavyifashemwo gute?
- Ivyo bintu *dukwiye* kuvyifatamwo gute?

**<u>6:7-13, 30-32:</u>** ***[7] Ahamagara bamwe cumi na babiri, atangura kubatuma babiri-babiri, abaha ububasha ku mpwemu zihumanye. [8] Ababuza ngo ntibagire ico bajana ku nzira, atari inkoni gusa, ati Ntimujane impamba cank'isaho, canke amahera mu mipfuko yanyu,— [9] ariko mwambare inkweto, kandi ntimwambare amapfundo abiri. [10] Kandi arababwira, at'Inzu yose muzokwinjiramwo, abe ari yo mugumamwo, kugeza aho muzovira aho hantu. [11] Ahantu hose aho bazokwanka kubakira ntibabumve, mukivayo muze mukunkumure***

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***umukungugu wo mu birenge vyanyu, kibe ikimenyetso kibabere icabona. [12] Baragenda, bigisha kw'abantu bakwiye kwihana. [13] Basenda abadayimoni benshi, basiga amavuta abarwaye benshi, barakira.***

***[30] Nuko za ntumwa zikoranira aho Yesu ari, zimudondera ivyo zakoze vyose, n'ivyo zigishije. [31] Arababwira ati, "Ni muze mwenyene ahiherereye mu gahinga, muruhuke gatoya, kuko hari benshi banyurana, babura n'ingene botamira utwo kurya. Bagenda mu bwato, baja ahantu h'agahinga, kwihererayo.***

**Imirongo 7-13, 30-32—**Bamwe cumi na babiri batumwa baragaruka

Igihe Yesu yatoranya bamwe cumi na babiri, yabikoze kugira ngo *"babane na we, maze ngo abatume kwigisha no kugira ububasha bwo gusenda abadayimoni"* (**Mariko 3:14-15**). Ubu ariko arashitsa agace ka kabiri k'igituma yabatoranije. Muri **2 Tim 2:2** Paulo arashimangira kimwe mu mahame akomeye yinyegeje inyuma y'ibi: *"Kandi ivyo wanyumvanye mu maso y'ivyabona vyinshi, ubishikirize abantu bo kwizigirwa, bazoshobora kuvyigisha n'abandi."* Iri ni ryo hame twebwe, ishengero, dukwiriye gukurikiza. Ibikorwa bitatu bikuru bikuru bakoze kwari ugutangaza yuko abantu bategerezwa kwihana, gusenda abadayimoni, hamwe n'ugusiga amavuta abari barwaye n'ukubakiza.[35] Igikorwa cabo cari cubakiye, casa n'i gikorwa ca Yesu. Yesu n'Intumwa ntibigeze batandukanya ugutangaza ivy'"impwemu" vy'ubutumwa bwiza n'ivy'"umubiri" ukeneye vy'abantu. Kanatsinda, gutorera umuti ivy'abantu bakeneye ku mubiri kenshi na kenshi bibugururira kwakira ubutumwa bwiza. Vyongeye iri ni ihame ishengero rikwiriye kumenya no gushira mu bikorwa (ko ivy' "impwemu" bihamagara ivy' "umubiri" vyaravuzweko mu buryo bwagutse mu kigabane c'uguhindura abantu abigishwa n'igikorwa muri Menn 2017b).

Yesu ntiyigeze atuma abigishwa biwe ari umwe gusa, ariko igihe cose yabatuma ari umurwi wa babiri babiri kumbure yashaka kwisunga ivyasabwa mw'Isezerano rya Kera bivuga yuko ikintu cse gitegerezwa kwemezwa *"n'ivyabona bibiri canke bitatu"* (**Guh 35:30; Gus 17:6; 19:15**). Nta nkeka ko hariho impamvu zigaragara kuri ivyo: babiri barashobora guterana intege, gufashanya, gukingirana, n'ibindi. Ntibategerezwa kwitwaza, gutekera ikintu na kimwe, ariko bategerezwa kwizigira Imana ko izobaronsa ivyo bazoba bakeneye ivyo na vyo bakazobihabwa n'abo mu bisagara no mu mihana bazoba babakiriye, bumvise ubutumwa bwiza. R. Alan Cole avuga ati, "Ubukene ntibwigeze buba kintu ciza co kwipfuzwa muri Bibiliya, nubwo, nimba bibaye ngobwa, umuntu ategerezwa kubwakira mu gikorwa c'Imana kandi no kubera igikorwa n'ubugombe bwa Kristo" (Cole 1989: 170). Inyuma y'ingaburo yera ya Nyuma, Yesu yaremeje yuko intumwa zaja zaramaze kwizigira Imana ku kuzozironsa ivyo zikeneye vyose: *"'Kandi arababaza ati: Hamwe nabatuma mudafise umpfuko w'amahera canke isaho canke inkweto, hari ico mwabuze?Baramwishur bati, Nta co twabuze.'"*

---

[35] Yakobo avuga kuri iki gikorwa ca nyuma muri **Yak 5:14-15**, *"[14] Muri mwebwe namba hari uwurwaye n'atumeko abashingantahe b'ishengero, baze kumusengera, bamusige amavuta ya elayo mw'izina ry'Umwami wacu; [15] kandi ugusenga gufatanije n'ukwizera kuzokiza umurwayi, Umwami azomuvyura: kandi asanzwe yarakoze ivyaha azobiharirwa."* "Gusiga amavuta" vyaboneka nkaho vyari bifise agaciro k'ivyo kwa muganga mu bihe vyo muri Bibiliya (raba **Luka 10:34**), ivyo vyatumye abagize ico bavuga kuri ivyo yuko "Yakobo yariko aravuga ko hakwiriye amasengesho ariko kandi no kuja kwa muganga" (Burdick 1981: 204). Yamara, abenshi kandi kumbure ni na co ciyumviro ciza kibona ugusigwa amavuta nk'aho ari igikorwa c'ikimenyetso c'uko umuntu arwaye aba yashizwe ku ruhande, yarobanuwe kugira ngo Imana imurabe ryiza, imwitwararike kandi imwiteho (raba Moo 1985: 179; Moo 1989: 1162). Ibi bigaragarira mu kugene ugusigwa amavuta bitegerezwa gukorwa *"mw'izina ry'Umwami"* (umurongo wa **14**), kandi ugusiga amavuta ni ikimenyetso c'igikorwa canke ukubaho kwa Mpwemu Yera (raba **1 Sam 16:13; Zab 89:20; Luka 4:18; Ivyak 10:38**). "Si amavuta canke abakuru b'ishengero bakiza ariko ni Umwami ubwiwe akiza, kubera yuko ukwo gusiga amavuta kuba mw'izina ryiwe. Abantu bamwe muri Afirika bizera ko ari amavuta ubwayo afise ububasha budasanzwe bw'igitangaza bwo gukiza. Abandi na bo bibaza ko ugukira kuvana n'ubwoko bw'amavuta yakoreshejwe. Abantu nk'abo bategerezwa guhagarika kwiyumvira kw'ayo mavuta ari ayera canke ko afise ububasha budasanzwe ariko bategerezwa kwumira ku masezerano y'Imana. Ni co gituma umwanditsi w'iki cete asaba ko habaho ugusenga (5:15). Ni amasengesho y'ukwizera aho kuba isubiramwo ry'amajambo adasanzwe nk'aho ari ryo rizana igitangaza c'ugukiza." (Andria 2006: 1516)

Nubwo umurongo wa **15** uvuga ibi bikurikira *"ugusenga gufatanije n'ukwizera kuzokiza umurwayi, umwami azomuvyura,"* si amasengesho ubwayo afise ububasha budasanzwe bwo gukiza kurusha amavuta yo gusiga afise ububasha budasanzwe bwo gukiza—Imana ni yo ikiza. "Isengesho ry'ukuri ry'ukwizera igihe cose riba ririmwo ukumenyekanisha ubwigenge bw'Imana mu bintu vyose; bisigura ko ari ubugombe bw'Imana butegerezwa gukoreka. Kandi biragaragara ko ari ubugombe bw'imana igihe cose gukiza abarwaye (*raba* 2 Kor. 12:7-9). Kubw'ivyo, 'ukwizera' ni ikintu ntahara c'amasengesho yacu ku gukiza kugira ngo kwishurwe—ukwo kwizera ka ari Ingabire y'Imana—ishobora kuboneka igihe conyene ari ubugombe bw'Imana bwo gukiza. . . . Muri ubu buzima, bugingo, ntituzokwigera, kenshi na kenshi, dushobora kumenya nimba ari ubugombe bw'Imana bwo gukiza; ntituzokwama igihe cose dutahura canke ngo tumenye nimba ukwo "kwizera" kuronka ivyo kwasavyye kuba kuriho. Igihe ugusenga kwacu kutaba kurimwo uburyarya kwo gusaba gukira kw'abatarakizwa aho rero, si ukubura ukwizera kwacu kuba kuri n'ibibazo; aho ukwizera nk'ukwo gushobora kuboneka ntikwari kuriho." (Moo 1985: 182, 186-87)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

(**Luka 22:35**) Muri iki gihe, yaciye avuga ati, Kubera muja mwarize kwizigira Imana: Ariko noneho, ufise umupfuko w'amahera awujane, n'ufise isaho ayijane, kandi udafise inkota, ashore impuzu yiwe ayigure igihe bagenda (**Luka 22:36**). "Abavugabutumwa" benshi ba kino gihe batandukukanye n'ivyakorwa kiriya gihe, bagendera mu ndege zabo bisangije, bakambara impuzu z'ibiciro binini, bakaba mu mahoteri azimvye cane, kandi bakanduza amamiliyoni y'amadollari bakura mu bantu bigorewe.[36] **Umurongo 11** (*"muze mukunkumure umukungugu wo mu birenge vyanyu, kibe ikimenyetso kibabere icabona"*) vyerekana yuko ukwanka ubutumwa bwiza bifise ingaruka mbi zikomeye. Paulo na Barunaba barabandanije uwo mugirwa (raba **Ivyak 13:51; 18:6**). Ubutumwa bwiza buzana agakiza kubabwemeye ariko buzana ugutsindwa n'urubanza kubabwanse. Gukunkumura umukungugu wo mu birenge cari ikimenyetso c'uko abo banse ubutumwa bwiza bikwegeye gucirwakw iteka n'Imana.

**Imirongo 30-32** yerekana yuko igihe intumwa zagaruka, zatanze icegeranyo c'ivyabaye mu ngendo zabo z'ukuvuga ubutumwa bagize. Kuvuga ingene vyagenze, kwikurako umuzigo, hamwe n'ukwerekana ingene ibintu vyagenze mu gikorwa ni ngirakamaro cane, kandi Yesu n'Intumwa baragaragaje ivyo bintu. Hejuru y'ivyo, ukuruhuka, ukwidagadura, hamwe n'udukorwa two kuruhurira umutwe birakenewe kugira ngo mu mutwe hongere gukora neza kandi n'amagara amererwe neza. Igihe turushe kandi no mu mubiri tukumva yuko ata kigenda imitwe n'ubwenge bwacu ntibiba biciyumvira neza. Ikindi, iyo tumaze umwanya wacu wose ku buzi bwacu, ubugingo bwacu ntibuba bukimeze neza kandi n'imigenderanire n'imiryango yacu n'abagenzi bacu ica itosekara. Kugumana imigenderanire ikomeye n'abantu batwegereye, kandi no gufata umwanya kugira ngo twongere intege n'inkomezi "amabeteri yacu" kandi twokongera tugashira ku rutonde Ibiza imbere y'ibindi, ni ngirakamaro nimba twiteguriye kw'ubwenge bwacu n'imitwe yacu bikora neza kandi n'ubugingo bwacu bukamera neza. Yesu yari azi akamaro k'ukuruhuka kw'umubiri hamwe no kwongerwa intege. Abantu benshi mu gikorwa b'uyu musi ntibashaka kubona ko ivyo ari ngirakamaro nkuko Yesu yabona ko ari ngirakamaro. Mu

---

[36] Ishengero rya mbere ryahuye n'ibibazo nk'ivyo vy'"abavugishwa n'Imana" b'ibinyoma hamwe n' "Intumwa" z'ibinyoma bavyinjiramwo bahekeye ku kuronka amahera. Igitabu c'ishengero rya mbere cigisha, citwa *The Didache* (nko mu myaka ya 70-110 inyuma y'ivuka rya Yesu), gishimikira cane ku kamaro k'ugusuzuma ibintu umuntu ahekeyeko n'uburyo abayeho kugira ngo bimenyekane nimba umuntu ari umuvugishwa n'Imana canke intumwa y'ibinyoma. Ico gitabu kivuga ibi bikurikira: "Ubu ku bijanye n'intumwa n'abavugishwa n'Imana, bifateko muri ubu buryo bukurikira hisunzwe itegeko ry'ubutumwa bwiza. Reka Intumwa iyo ari yo yose iza kuri mwebwe muyakire neza nk'aho yoba ari Uhoraho. Ariko ntakwiriye kuhaguma kurenga umusi umwe, kiretse hariho ibikenewe, aho na ho arashobora kuhasibira uwundi musi. Ariko ahamaze imisi itatu, azoba ari umuvugishwa w'ibinyoma. Kandi igihe intumwa ihavuye ikagenda, ntikwiriye gutwara ikintu na kimwe kiretse impamba y'umutsima, canke umukate kugeza aronse ahandi arara ijoro rikurikira. Ariko ni yasaba amahera, azoba ari umuvugishwa w'ibinyoma.

Vyongeye, ntimukagerageze canke ngo musuzume umuvugishwa n'Imana uwo ari we wese avuga muri mpwemu, kuko icaha cose kizoharirwa, ariko ico caha ntikizoharirwa. Yamara, si abantu bose bavuga muri mpwemu ari abavugishwa n'imana, kiretse iyo yerekanye ko abaho nk'uko inzira z'Imana zibisaba. Inyifato yiwe, ingeso ziwe, ni zo zizotuma umuvugishwa n'imana w'ibinyoma hamwe n'intumwa y'ibinyoma bamenyekana. Ikindi, umuvugishwa n'Imana wese asavye ivyo kurya muri mpwemu ntazigere aziryako; niyo yaziryako, azoba ari umuvugishwa n'Imana w'ibinyoma. Iyo umuvugishwa n'Imana uwo ari we wese yigishije ukuri, ariko ntakore ivyo yigisha, aba ari umuvugishwa n'Imana w'ibinyoma. Ariko umuvugishwa n'Imana uwo ari we wese abonetse ko ari uw'ukuri agakora ikintu gisa n'uko ari ic'isi insiguro y'ico kigereranyo c'ishengero (kiretse nimba atakwigishije gukora ivyo vyose na we akora ubwiwe) ntakwiriye gucirwa urubanza nawe, kuko urubanza rwiwe ruzocibwa n'Imana. Hampande y'ivyo, abavugishwa n'Imana ba kera na bo nyene bakora muri ubwo buryo. Ariko hamwe hogira uwuvuga mu mpwemu ati, 'Mpa amahera,' canke ikindi kintu ico ari co cose, ntimumwumvirize. Ariko hamwe agusavye gutanga kugira ngo uhe abandi bari mu ngorane, ntihakwiriye kubaho uwumucira urubanza." (*Didache* 1989: 11.3-.12)

Igitabu c'ishengero rya mbere citwa *The Shepherd of Hermas* (nko mu myaka ya c 95-154 inyuma y'ivuka rya Yesu) na co nyene gishimangira ingeso z'umuntu n'ingene ameze, yifata mu gusuzuma nimba mu vy'ukuri ari umuvugishwa n'Imana w'ukuri canke w'ibinyoma: "raba neza umuntu afise Mpwemu w'Imana ubirabiye ku buzima n'ubugingo bwiwe. Ubwa mbere umuntu afise mpwemu w'Imana wo mw'ijuru aritonda ntahuguza kandi aca bugufi, kandi yifata nk'umworo kurusha abandi, kandi ntatanga inyishu ku muntu uwo ari we wese iyo babimusavye. Kandi ntavuga kubwiwe (kandi na Mpwemu Yera ntavugira igihe umuntu ashaka kuvuga), ariko avuga igihe Imana igomba ko avuga. . . . Ubu rero ngaha, avuga ku vyerekeranye n'ivy'isi n'ibintu bitagira mpwemu, bidafise ububasha ariko ari ubupfu. Ubwa mbere, uwo muntu yibaza ko afise mpwemu ariko akishira hejuru kandi akagomba kuronka icicaro c'icubahiro, agaca agira amanyama kandi ntagire n'isoni kandi akavuga amajambo menshi kandi akaba ari umunyamarara menshi hamwe n'ibindi binezereza vy'uburyo bwose, kandi akaronka amahera ahawe n'ukuvugishwa kwiwe, kandi nimb aiyo ataronse amahera atavugishwa. Ubu, mbega Mpwemu w'Imana yokwakira amahera akongera akavugishwa? Ntibishoboka k'umuvugishwa n'Imana akora gurtyo, ariko mpwemu w'abavugishwa n'Imana nkabo akora gutryo ni uw'isi." (*Shepherd of Hermas* 43.7-.8, .11-.12)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kudafata umwanya ngo urye neza kandi uruhuke neza umwanya uhagije, amagara yacu y'umubiri, imigenderanire yacu n'abandi, hamwe n'ibikorwa vyacu bihagirira ingorane. Ubu si ububwiriza bwiza, kandi ntibihesha Imana icubahiro. Dukwiriye kwiga icirwa cagaragajwe na Yesu n'Intumwa.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Yesu yahaye abigishwa biwe *ububasha* buki? Yababwiye yuko batekera iki co *kubafasha mu vy'isi*?

- Mwibaza ko hari imigenderanire iriho muri ivyo bibiri babariye kwitwaza?
- None, ivyo bitubarira iki, nimba kiriho?

2. Igihe Yesu yatuma abigishwa biwe, nta n'umwe yababonye yari kwipfuza kuza kuri Kristo yisunze ubutunzi bwabo canke yibaza ko niyo yaza kuri Kristo bizomutungisha. Mwibaza ko ari kubera iki "abavugabutumwa" b'iki gihe benshi bakora ibinyuranye n'ivyo (bashira imbere ubutunzi bwabo)?

- Ingaruka mu vy'impwemu z'ivyo ni izihe?
- Ni kubera iki abantu bumviriza, bagakurikira abantu nk'abo, kandi bagaha amahera abantiu nk'abo?
- Hokorwa iki kuri ivyo?

3. Bifise akamaro gaki kuvuga ingene ibintu vyagenze kandi no kwerekana uko vyakozwe?

- None ivyo tubikora dute , nimba tunabikora, ku bavugabutumwa b'iki gihe no ku barongozi b'amashengero?

4. Bifise akamaro gaki kurya neza kandi no kuruhuka neza no gusubizwamwo udutege?

- Mbega uraruhuka neza kandi urarya neza ku masaha akwiriye? Nimba utabikora, ugiye kubikorako iki?

**<u>6:14-29:</u>** ***[14] Umwami Herode aravyumva, kukw izina rya Yesu ryari ribaye rurangiranwa, aravuga ati, "Yohana Umubatizi yazutse mu bapfuye. Ni co gituma ivyo bitangaza bikorera muri we." [15] Ariko abanda baravuga abti, "Ni Eliya, abandi bati Ni umuntu avugishwa n'Imana, nka ba bandi bavugishwa na Yo." [16] Ariko Herode avyumvise, aravuga, ati Yohana uwo naciye izosi ni we yazutse." [17] Kuko Herode ubwiwe ari we yari yatumye ngo bafate Yohana, aramuboha, amushira mw'ibohero, kubwa Herodiya muka Filipo mwene se, kuko Herode yamucikije. [18] Kandi Yohana yari yarabwiye Herode, ati Ni ikizira k'ufise muka mwene so." [19] Ni co catumye Herodiya amugirira akazika, agomba kumwica, ntiyaronka uburyo, [20] kuko Herode yatinya Yohana, amuzi kw'agororotse kandi ari umuntu yera, aramurinda: iyo amwumvise hose, ivyiwe vyaramuzazanira, yamara yanezererwa kuvyumva.***

***[21] Maze umusi uragera, uburyo buraboneka: wari umunsi wo kwibutsa ukuvuka kwa Herode; atumira abaganwa biwe, n'abakuru b'abagabisha b'abasoda, n'abapfasoni b'i Galilaya. [22] Umukobwa wa Herode nyene arinjira aratqmba, Herode n'abashitsi biwe baramushima. Umwami abwira uwo mukobwa, ati Nsaba ico ugomba cose, ndakiguha." [23] Aramurahira, at' Ico unsaba cose ndakiguha, n'iyo coba igisate c'ubwami bwanje." [24] Arasohoka, abaza nyina ati, Nsabe iki? Aramwishura ati, Saba umutwe wa Yohana Umubatizi." [25] Aca aza aho Umwami ari ningoga, aramusaba, ati, Ndagomba ko umpa nonaha umutwe wa Yohana Umubatizi ku mubehe." [26] Umwami arababara cane, ariko ku bwa za ndahiro ziwe, no kubwo abasangira na we, bimunanira kuwumwima. [27] Uwo mwanya umwami atuma umushibamyi, amubarira kuzana umutwe wa Yohana. Aragenda, amucira izosi mw'ibohero, [28] azana umutwe wiwe ku kibehe, awuha wa mwigeme, na we awuha nyina. [29] Abigishwa biwe bavyumvise baraza, bajana ikiziga ciwe, bagihamba mu cobo.***

### <u>**Imirongo 14-29—**Ivyashikiye Yohana Umubatizi</u>

"Umwami Herode" mu vy'ukuri ni we Herode Antipasi yari uwurongoye akarere ka Galilaya n'i Pereya (igihugu co mu buseruko bwa Yorodani) guhera mu mwaka wa 4 imbere y'Ivuka rya Yesu gushika mu mwaka wa 39 inyuma y'Ivuka rya Yesu. Abahungu bavukana na Herode bari abategetsi b'ibindi bice n'uturere two

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

muri Palesitina. Uwo Herode yashaka kwitandukanya na se, Herode Mukuru, yari yarigeze kuba umwami wo muri Palesitina yose guhera mu mwaka wa 40-4 Imbere y'Ivuka rya Yesu. Ni Herode Mukuru yari yaraguye urusengero kandi yari yarategetse ko abana bose b'i Betelehemu bicwa (raba **Mat 2:1-23**).

Intango y'umurongo wa **14** kumbure ifatira ku bitangaza vya Yesu ivyo Herode yari yarumvise, kubera guhera ku **mirongo ya 14b-16** hashingira cane ku nkomoko no ku karanga ka Yesu hamwe n'ububasha bwiwe bwo gukora ibitangaza. Iciyumviro ca Herode kwari uko Yesu yari Yohana Umubatizi yihinduye uwundi muntu, canke Eliya yagarutse kw'isi, canke umwe wo mu bavugishwa n'Imana ni co cari gikwiragiye, kubera yuko abigishwa baravuze ko bamwe bavuga ko Yesu ari muri abo bantu batatu bavuzwe igihe Yesu yababaza ati, *"Mbega abantu banyita nde?"* (**Mariko 8:27-28**)

Nubwo twahanahanye ivyiyumviro vy'ukugaruka kw'abigishwa bavuye mu gikorwa bari batumwe (imirongo ya **30-32**) aho hejuru, twategerezwa kuraba neza yuko Mariko mu vy'ukuri atanga ukugene urupfu rwa Yohana Umubatizi rwagenze *hagati* y'igihe Yesu yarungika, yatuma abigishwa biwe mu gikorwa co kuvuga ubutumwa n'igihe bagaruka. Iki gishobora kuba ugusukamwo umuco no kwerekana ikiguzi co kuba intumwa. Ico ciyumviro kigaragarira mu bintu bibangabanganye bitari bike hagati y'impfu za Yohana Umubatizi na Yesu. Bose barishwe bicwa n'abategetsi. Aba Herode n'abaherezi bakuru ni bo biyumviriye ingene bomwica, ariko ubwa mbere ntibemererwa kubikora gushitsa "umusi ugeze" ubonetse (**Mariko 6:21; 14:11**). Herode n'abaherezi bakuru bose basezeranye kuzoha ibintu vyiza (ku mukobwa wa Herodiya na Yuda) ari vyo vyatumye habaho ukwicwa kw'abo babiri (**Mariko 6:23; 14:11**) Herode na Pilato ntibashaka kwica abanyororo, abapfungwa babo ariko baremererwa n'abandi (**Mariko 6:26; 15:15**). Yohana yapfuye nk'umuvugishwa n'Imana; Yesu yapfuye nk'Umuvugishwa n'Imana (**Gus 18:15-19**). Bose Yohana na Yesu bahambwe n'abigishwa babo (**Mariko 6:29; 15:45-46**).

Ido n'ido ry'ibizungurutse ugupfungwa kwa Yohana Umubatizi n'urupfu rwiwe (imirongo ya **17-29**) biduha gukuramwo ivyigwa bifadika kanaka. Ubwa mbere, ukugene urupfu rwa Yohan rwashitse vyerekana akamaro k'itangukaniro rya Yesu hagati y'imiryango yo ngaha kw'isi hamwe n'umuryango wiwe w'ukuri wo mu vy'impwemu (**Mariko 3:31-35**). "Ni ubube gito bwa Herode mu kurongora Herodiya na Herodiya ubwiwe mu kwemera gucurwa na Herode bwatumye Yohana ashirwa mw'ibohero:kandi vyongeye no kwumvikana cane kw'abubakanye bishobora gutuma abantu bahusha inzira. . . .Mbere n'ukwumvira kw'umukobwa yumviye nyina, akubaha nyina muri iki gihe kwavuyemwo icaha: kandi kubw'ivyo, hanze canke inyuma ya Kristo, mbere n'uturangamutima 'dusanzwe' dushobora guhinduka ivyaha vyinyegeje." (Cole 1989: 174)

Ubwa kabiri, Yohana yerekanye umwete udasanzwe n'ugushira amanga abivuga avyeruye mu kwagiriza Herode ko yarongoye Herodiya mu makosa. Ukwubakana nk'ukwo, ubukwe nk'ubwo bwabaye harenzwe amategeko (**Lew 18:16; 20:21**). Kuvuga ukuri, kubwiza ukuri abari ku ntwaro n'abafise ububasha vyashobora kugira ingaruka mbi zikomeye nk'uko vyagendekeye, vyabaye kuri Yohana n'abandi Bakristo b'abizigirwa mu bihe vyinshi (raba **Yohana 15:20; Ivyak 14:22; 2 Kor 4:7-11; 2 Tim 3:12**). Kuvuga ukuri, nubwo vyogira ingaruka mbi bikadukwegera akaga n'umutekano muke mu bugingo bwacu, ni ikintu kimwe kiba kije kugeza no gupima ubwizigirwa bwacu dufitiye Kristo. Dukwiye kwibuka uwo dushira imbere mu bihe vyose kandi n'umwami wacu wa mbere uwo ari we canke umurongozi wacu wa mbere uwo ari we: Ni Kristo, si igihugu cacu co ngaha mw'isi canke umutegetsi wo ngaha mw'isi. **Zab 2:2-4** hatwibutsa ibi bikurikira, *"Abami bo mw'isi baragomoye, n'abakuru bahurije ingingo hamwe kurwanya Uhoraho n'uwo yarobanuje amavuta ; bati Ngo ducagagure imvuto batubohesheje, dute kure ingoyi badushizemwo. Umwe avyagiye mw'ijuru azobatwengera mw'ijigo: Umwami Imana azobakengera."* Jenny Cox aheraheza avuga ati, "Twahawe ubu burorero bwo muri Bibiliya kugira ngo budutere intege zo kubaho ubuzima buhimbara Imana twumvira umuhamagaro wa Data. Ubu bugingo buhimbaye bugororotse bugizwe n'umuhamagaro w'ukuvugishwa no kwatagura hamwe no gutangaza ukwihana ivyaha, hamwe no kwemera kubabazwa nk'ingaruka yo kwatura no gutangaza ko abantu bakwiye kwihana. Mu buryo bunyuranye n'uko abatizersa batagira inguvu zo kwihangana igihe haje amageragezwa, Abagabo b'Abakristo n'Abakristo b'abagore basigwa amavuta, barobanuzwa amavuta ya Mpwemu Yera kugira ngo bashobore guhagarara igihe imisi mibi ije. Inkomezi za Mpwemu Yera zizokenerwa kugira ngo dushobore kugendera muri iyo nzira. Ingo rero dusenge dusabe izo nkomezi zo kugendera mu kwumvira tutabanje kuraba ico ivyo vyodusaba nk'ikiguzi." (Cox 2013: n.p.)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Mwibaza ko ari kubera iki Yohana Umubatizi yishize mu kaga mu kuvuga ubutumwa bwiza bwagiriza ubugingo bwa Herode?

2. Muri iki gisomwa Herode ni we avugwa kandi arimwo ibintu vyinshi bitandukanye (kandi birwanyana)

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

vy'ibigumbagumba hamwe no kuba afise ijunja rikomeye ryo gushbora kugira ico akora haba ku bantu canke mu kibano. Ivyo na vyo ni ibihe?

- Abona gute, nimba ashobora kubibona na gato, ibigumbagumba n'ivyo ashobora kugirira abantu kugira ngo bidufashe kubashingira intahe?

3. Iki gisomwa kitubarira iki ku ngaruka n'ikiguzi co kuba umwigishwa, canke co gukurikira Yesu?

**<u>6:33-44:</u>** ***[33] Bababona bagenda, benshi barabamenya, bava mu bisagara vyose, birukanga n'amaguru, babatangayo. [34] Yesu avuye mu bwato, abona ishengero rinini, rimutera akagongwe,kuko bameze nk'intama zitagira umwungere; atangura kubigisha vyinshi. [35] Buriko burira, abigishwa biwe baramwegera bati, "Mbega hano hantu ko ari mu gahinga, bukaba buriko burira, [36] basezere, baje mu misozi no mu mihana impande zose, kwironderereyo ivyokurya." [37] Arabishura ati, "Mube ari mwebwe mubagaburira." Baramubazi bati, "Tugende tugure imitsima y'idenariyo amajana abiri, tuyibahe ngo barye?" [38] Na we arababaza ati, "Mufise imitsima ingahe? Ni mugende muyirabe." Babimenye baramwishura bati, "Ni dutanu n'udufi tubiri." [39] Arababarira ko bose bicari ku vyatsi bibisi bari mu mirwi. [40] Bicara mu mirwi y'abantu ijanijana na mirongo itanitanu. [41] Yakira ya mitsima itanu na za fi zibiri, ararangamiza, araba mw'ijuru, arabihezagira , amanyagura iyo mitsima, ayiha abigishwa ngo bayishire abantu, n'ifi zompi na zo arazibagaburira bose. [42] Bararya bose barahaga. [43] Begeranya ibimanyu vy'imitsima n'ivyo ifi, vyuzura ibiseke cumi na bibiri. [44] Abariye iyo mitsima bari abagabo ibihumbi bitanu.***

<u>**Imirongo 33-44—**Yesu ahaza abantu 5000</u>

Ukugaburira abantu 5000 ni co gitangaza conyene cavuzwe mu Butumwa Bwiza bwose uko ari bune (raba kandi **Mat 14:13-21; Luka 9:12-17; Yohana 6:1-14**). Ico kintu cabaye kigaragaza vyinshi vyerekana Yesu uwo yari we. Intumbero n'integuro yiwe yari ukwikumira akaja kure y'ishengero, igugu ajanye n'abigishwa biwe kugira ngo bashobore kuruhuka kandi bongere baronke udukomezi kuko bari baruhijwe n'ibikorwa n'urugendo bari bahoze mwo (**imirongo 30-32**). Ubu yamara, abona yuko ishengero, abantu ari benshi cane bashitse aho yari yagiye kuruhukira ari kumwe n'abigishwa biwe, bica bituma aheba integuro yiwe yari yategekanije ubwa mbere, kubera *"ishengero ryamuteye akagongwe, kuko bameze nk'intama zitagira umwungere: atangura kubigisha vyinshi."* (**umurongo 34**) Impuhwe n'akagongwe vya Yesu co ibishobisho gusa vyo mu bishika, mu bigumbagumba, ariko ni ikigongwe gituma akora kandi ashikira abantu iyo bari. Vyongeye, tubona yuko Yesu atarajwe ishinga n'ivy'impwemu gusa vy'abantu (yabigishije ibintu vyinshi) ariko vyongeye abaha n'ivyo bari bakeneye vy'umubiri (arabagaburira). Kandi gereranya ivyo kurya vya Yes una bimwe Herode yatumirira abantu biwe (**umurongo 21**). Ivyo kurya vya Yesu canke ingaburo ya Yesu yari yoroshe, yarahaza, yatuma abantu babaho umwanya muremure, kandi yatanga ubugingo; amazimano ya Herode yari agizwe n'ibintu vyinshi cane kandi yazanye urupfu. Kubera Yesu yashobora guhaza abagabo 5000 akoresheje imitsima itanu n'udufi tubiri, ashobora kwitwararika igihe cose ivyo dukeneye ku mubiri. Nk'uko Yesu yabivuze ati, *"Ni jewe mutsima w'ubugingo: uza kuri jewe ntazosonza n amba, kandi unyizera nta ho azogora inyota na mba"* (**Yohana 6:35**). Raba neza Yesu yari umubwiriza mwiza: ntiyemeye ko utuvunguka tw'ivyasigaye ko dutabwa. Biboneka kumbure, ko ibisimbo cumi na bibiri vyuzuye utumanyagu tw'udusigazwa twagiye kuba imfungurwa z'abigishwa ishengero rimaze gukinjura kandi bashoboye kuronka umwanya wabo wo kuruhuka no kwongera gushirwamwo utundi dutege. Ibisimbo cumi na bibiri vyuzuye utumanyagu tw'imisigazwa vyongeye vyerekana ico Paulo yavuze muri **Ef 3:20-21**: *"Nuko Ishobora gukora ibirengeye cane ivyo dusaba n'ivyo twiyumvira vyose, nk'uko ubushobozi bwayo budukoreramwo buri, icubahiro kibe icayo mw'ishengero no muri Kristo Yesu, kugeza ku buzukuruza bose b'ibihe bitazoshira. Amen."*

Ikindi kintu gikomeye ca Yesu kigaragarira mu kugene yemeye, kandi yamenye ko abantu *"bari bameze nk'intama zitagira umwungere."* Ayo majambo ubwa mbere yabonetse mu **Guh 27:15-18** igihe Imana yabarira Mose gushiraho Yosuwa nk'umusubirizi wiwe: *"[15] Mose abarira Uhoraho, [16] "At'Uhoraho, Mana y'impwemu z'abari n'umubiri bose, n'utoranye umuntu wo kuganza iri shengero, [17] wo kubaja imbere amaja n'amaza, abaturutsa akabacura: kugira ngo ishengero ryawe, Uhoraho, ryoye kumera nk'intama zitagira umwungere." [18] Uhoraho yishura Mose, Ati Jana Yosuwa mwene Nuni, umuntu arimwo Mpwemu, umurambikekw ibiganza."* Yosuwa ni "ishusho" ya Kristo. Mu rurimi rw'Igiheburayo, "Joshua" ni "Yehoshua" canke "Yeshua"; iryo zina nyene mu Kingereza ni "Yesu." Ikindi, **Heb 4:4, 8** hakorsha iryo zina nyene mu Kigiriki, *Iēsous,* kuri bose Yosuwa na Yesu. Ikindi kirengeye ivyo mu kuba ngirakamaro, Yosuwa yashikanye abantu ku ntsinzi ku bansi babo kandi yinjira mu gihugu c'isezerano. Yamara, ugushitswa kw'ico kigereranyo, kw'iyo shusho kurarengeye iryo shusho n'ico kigereranyo ubwavyo. Nubwo Yosuwa yanesheje abansi biwe

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kandi akarongora Isirayeli akayishikana mu gihugu c'isezerano, **Heb 4:8** havuga yuko atahaye abantu biwe "uburuhukiro" nyakuri. Ku musaraba, Yesu yanesheje abansi bakuru b'abakuru bose—icaha, urupfu, na Satani—kandi yarongoye abantu biwe mu gihugu c'isezerano c'agakiza n'ubugingo budashira, mu yandi majambo, "uburuhukiro" bwacu nyakuri; igihe azogarukira, Yesu azozanana n'igihugu yadusezeraniye c'ijuru rishasha n'isi nshasha.

Iciyumviro c'"Intama zitagira umwungere"twongera kukibona mu **1 Abami 22**. Umwami Ahabu yashatse kuja mu ntambara, ariko Umuhanuzi, umuvugishwa n'Imana Mikaya aravuga ati, *"Mbonye Abisirayeli bose basabagiye ku misozi nk'intama zitagira umwungere, kandi Uhoraho agize ngo Bariya ni abatagira Shebuj; ni basubire i wabo, umuntu wese yigire amahoro.'"* (**1 Abami 22:17**) ayo majambo yerekana abantu canke kuri ico ca nyumaigihugu cose, ihanga ryose ritagira uburongozi bwiza bwo mu vy'impwemu. Ico ciyumviro gishika kw'isonga mw'Isezerano rya Kera muri **Ezekiyeli 34** aho Imana yagiriza abarongozi ba Isirayeli: *"Uku ni ko Umwami Uhoraho agize, ati Bazobona ibara, abungere b'Abisirayeli biragira ubwabo! Mbega ntibari bakwiye kuragira intama? [3] Uti Ariko mweho muzirya ibinure, mukambara ubwoya bwazo, mukabaga izinuze, ariko ntimuragira intama. [4] Idakomeye ntimwayisindagije, n'irwaye ntimwayivuye, n'ivunitse ntimwayunze, n'iyirukanywe ntimwayigarukanye, canke ngo murondere iyazimiye, ariko mwazitwaje igitugu, n'amanyama. [5] Nuko zirasabagira kukw ata mwungere; zihinduka ivyo kurya vy'ibikoko vyose vyo mw'ishamba."* (**Ezk 34:2-5**) Nk'icavuye muri ivyo, Imana yasezeranye iti, *"Nzoziha umwungere umwe, na we azoziragira, ni we musavyi wanje Dawidi; azoziragira abe umwungere wazo. Nanje Uhoraho, nzoba Imana yazo, n'Umusavyi wanje Dawidi azoba segaba muri zo; ni jewe Uhoraho mbivuze."* (**Ezk 34:23-24**) Ubu buhanuzi buronka ugushitswa kwabwo muri Yesu we yavuze ati, *"Ndi umwungere mwiza"* (**Yohana 10:11, 14**; raba kandi **Mat 26:31; Mariko 14:27**). Yitwa *"umwungere mukuru"* mu ba **Heb 13:20 k**andi akitwa *"Umwungere Mukuru"* muri **1 Pet 5:4**. Ugushitsa nyamukuru kwa Yesu nk'umwungere wacu kuzohoraho ibihe bidashira mu majuru mashasha n'isi nshasha, *"Kuko wa Mwagazi ari hagati ahahanganye n'iyo ntebe, azobaragira; kandi azobashora ku masoko y'amazi y'ubugingo; kandi Imana izohanagura amosozi yose ku maso yabo."* (**Ivyah 7:17**)

Ivyo vyose ni vyo yari afatiyeko muri ibi vyabaye vya Yesu no mu guhaza abantu ibihumbi bitanu. Ibi vyongeye bikwiriye kudutuma dusuzuma ishengero n'uburongozi bwaryo. Bamwe biyita "abantu bakomeye b'Imana" basa kandi bakora nk'abungere babi, b'ivyaduka nk'abavugwa muri **Ezekiyeli 34** kurusha uko basa n' "umwungere mwiza." Hamwe ibi vyokwemererwa kubandanya, bizovyara intege nke gusa n'ugusabagira kw'umukuku kandi bizazana ugucirwakw iteka kw'Imana ku bantu bayo batari abizigirwa, batagira ukwizera.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Inyifato ya Yesu ku bigishwa biwe no kw'ishengero yari iyihe?

- Inyifato y'abigishwa kw'ishengero yari iyihe?
- None ibi bitubarira iki?

2. Iki ni co gitangaza conyene mu bitangaza Yesu yakoze cavuzwe mu Butumwa Bwiza bwose uko ari bune. Ni kubera iki mwibaza bwavuzwe mu Butumwa Bwiza bwose uko ari bune?

- Muri iki gitangaza twokuramwo icahe cigwa?

3. Abakristo bamwe bagerageza kunebagura no kwirengagiza "ubutumwa bwo mu kibano" nk'aho bwavyawe n'abantu bapfa uko bafashe ibintu, kandi bakavuga yuko "umuntu akwiye kwigisha no kuvuga Uutumwa bworoshe gusa." Mbega Yesu "yigishije, yavuze Ubutumwa Bwiza bworoshe gusa?"

- Uruhara rwo kwitaho ivyo abantu bakeneye vy'umubiri mu Bukristo ni urwahe?

4. Iki gitangaza, cane cane insiguro yakwirikiye ico gitangaza yatanzwe na Yesu muri **Yohana 6:26-71**, itangure gushira umuco mu vyo Richard Wurmbrand yise itandukaniro hagati y'ukuba "umunyanyi, uwugurira Kristo" no kuba "Umwigishwa wa Kristo." None itandukaniro ni irihe kandi ivyo ni ngirakamaro gute?

5. Gereranya kandi utandukanye ivyo kurya vya yesu muri iki gisomwa n'umusi mukuru wa Herode mu gisomwa twaherukiyeko.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

**6:45-56:** ***45 Uwo myanya agobera abigishwa biwe ngo batambukire mu bwato, bitangire kujabuka hakurya i Betsayida, aheze gusezera rya shengero. 46 Ahejeje gusezerana na bo avayo, aduga umusozi gusenga. 47 Bwagorovye, bwa bwato bushitse mw'idamba, ariko we yari i musozi wenyene. 48 Abonye ko batamijwe n'ugusoza, kuko umuyaga wari ubaturutse imbere, ku muteramyi agira kane, aza aho bari, agendesha amaguru hejuru ku kiyaga, yagira abarengane, 49 ariko babonye agendesha amaguru hajuru ku kiyaga, bagira ngo ni igihume, batura ubuku, 50 Bose baramubona, basimbwa n'umutima. Ariko uwo mwanya arabavugisha, ati Humura ni jewe. Ni mureke gutinya." 51 Aratambuka, aja mu bwato barimwo: umuyaga uraca. Barumirwa cane mu mitima yabo: 52 kuko batatahuye ivya ya mitsima, ariko imitima yabo yari ikomantaye.***

***53 Bamaze kujabuka hakurya, bafata i musozi mu ntara y i Genesareti, bazirika ubwato ku nkombe. 54 Bavuye mu bwato, abaho baca baramumenya. 55 Birukanga impande zose muri ico gihugu cose, batangura guterura abarwaye mu nderuzo, babakwiragirna aho bamwumvise hose. 56 Kandi aho yaja, mu mihana canke mu bisagara canke mu misozi, bashira abarwaye mu tuguriro, bakamwinginga ngo bamukore naho hoba ku buyonga bw'impuzu ziwe gusa; abamukozeko bose bagakira.***

**Imirongo 45-56—**Yesu agendesha amaguru hejuru ku kiyaga n'ugukiza abantu b'i Genesareti

Muri ubu butumwa bwose, Mariko yagumye yerekana Yesu uwo ari we. Ivyabaye muri ivyo vyose bitwereka ibindi bintu vyinshi bikomeye kandi vyimbitse vyerekana Yesu uwo ari we kandi bikaduha inyishu zikomeye ku kibazo cabajijwe muri **Mariko 4:41**, *"Mbega uyu ni umuntu ki?"*

1. **Imirongo 45-52—**Yesu agendesha amaguru hejuru ku kiyaga akiza abarwaye benshi i Betsayida

Iki kintu cugururwa n'uko Yesu acuye, asezeye ishengero kandi akabarira abigishwa biwe kuja mu bwato igihe wewe yari aduze ku musozi kwiherera ukwa wenyene no gusenga. **Luka 5:16** havuga yuko Yesu yakunda kuja aha wenyene akava mu bandi akaja gusenga ari ukwa wenyene ahantu ho mu gahinga, ho mu bugararwa. Mariko yandika ku bihe nk'ivyo bitatu: rimwe ngaha, inyuma yuko abantu bamushuhiye kandi bamutangariye i Kaperinawumu (**Mariko 1:35**), kandi n'inyuma y'Ingaburo Yera yiwe ya nyuma (**Mariko 14:26-42**). Yisonzesheje imisi 40, kandi nta nkeka ko iyo misi yayimaze ariko arasenga, imbere yuko atangura igikorwa ciwe ku mugaragaro (**Mat 4:1-2; Luka 4:1-2**). Dutegerezwa kubona itandukaniro riri hagati y'ubuzima n'ubugingo bw'amasengesho ya Yesu n'ubugingo n'ubuzima bw'amasengesho ya benshi muri twebwe. Nimba we, yari Imana yuzuye kandi akaba umuntu ijana kw'ijana, yarasenze kenshi, none tweho ni kubera iki tutokora gurtyo? Ibihe vyose yaba ari gusengera mu gahinga no mu bugararwa canke ahiherereye haba hatanguye kuba ikintu gikomeye canke haca hakurikira ibintu gikomeye. Ubugingo bwiwe bwose bwari bugizwe n'ikintu gikomeye cane. Umuntu rero ashobora gukuramwo yuko ubugingo bukomeye bw'ugusenga hamwe n'ukugira ubugingo bw'akamaro vyinjiranamwo, bifatanye. Kumbure ukutagira akamaro kw'ubugingo bwa bamwe muri twebwe buvana n'ukutagira n'ukubura amasengesho mu buzima bwacu.

**Imirongo 47-48** yerekana itandukaniro riri hagati ya Yesu n'abaigishwa bari ukwa bonyene. Umuteramyi agira kane hategerezwa kuba hari hagati y'isaha cenda zo mu gitondo n'isaha cumi na zibiri zo mu gitondo, bisigura yuko bari bamaze igihe kirekire barwana n'umuyaga n'ugusuriranya kw'ikiyaga ijoro ryose kandi bibagora cane ntibashobora gutera baja imbere. Ko abaigishwa bari batamye cane barwana n'umuyaga hamwe n'ikiyaga ijoro ryose igihe Yesu atari kumwe na bo mu bwato, kandi ko umuyaga waciye uhora hakaba agahwekera Yesu ahonyoje ukuguru mu bwato, *nti*bisigura yuko nimba Yesu ari Umwami w'ubugingo bwacu, kandi ko nimba dufise ubuzima n'ubugingo bw'amasengesho bukomeye, ko ubugingo n'ubuzima bwacu "buzoca bworoha." Ibi rero ahubwo ni nk'igicapu c'ukuba umwigishwa c'ubuzima bw'Umukristo. Abigishwa bari mu bwato nk'ukwumvira ivyo bari bategetswe, babariwe na Yesu. "Imipfunda ntisigura yuko bari bavuye mu nzira Imana yagomba ko bacamwo: ahubwo, Inzira y'Imana kuri bo yategerezwa guca muri iyo mipfunda, kugira ngo bashike ku rundi ruhande rw'ico kiyaga" (Cole 1989: 179). Nubwo bishobora kuba vyabonetse kuri bo (kandi na twe ni uko) yuko Yesu yasa n'uwabahevye canke yabibagiye, ntiyari yabahevye canke ngo abibagire. Yesu yaratbariye yuko tuzohura n'uguhamwa n'amarushwa n'ibihe bigoye (**Yohana 15:20**; raba kandi **Ivyak 14:22; 2 Kor 4:7-11; 2 Tim 3:12**). Akoresha ibihe bigoye kugira ngo ukwizera kwacu kugere kure kandi kugir ngo aduhingure. Nk'uko vyari ukuri ku bigishwa, bifata ibihe bigoye vyinshi kugira ngo dushobore gushika ku rwego rw'ugutahura no kwizigira Yesu. Ariko kuri Yesu, ubugingo bwacu bufise ikimazi kinini; tutamufise, ubugingo bwacu ahanini nta kimazi bufise kandi nta n'ico bumaze.

Ukugene amajambo yo ku **mirongo ya 48-52** atondetse, yanditswe yakuwe, yavomwe mw'Isezerano rya Kera kugira ngo ahishure Yesu uwo ari we mu vy'ukuri. *"Ukugendesha amaguru kwiwe ku kiyaga"* n'amajambo *"yagira abarengane"* (**umurongo 48**), hamwe n'uko abigishwa batamenye ko ari Yesu ariko

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bakiyumvira ko ari igihume, igisigo (**umurongo 49**) ayo majambo yabuwe, yavanywe muri **Yobu 9:8-11**, avugwa ku Mana, *"Igaranzura amajuru iri yonyene, ikagendera ku mikuba y'ikiyaga."* (**umurongo 8**); *"Raba inca i ruhande sindayibone, ikirenganira sindayimenye"* (**umurongo 11**). Hejuru y'ivyo, ugushaka kwa Yesu *"kumera nk'uwubarenganye"* bikomoka mu **Kuv 33:22** no kuri **34:6-8** igihe ubwiza bw'Imana "bwaca i ruhande" ya Mose, kandi Imana ikihishurira Mose iyo ari yo. Ibi bica vyemezwa ku **murongo wa 50** igihe Yesu yabwira abigishwa biwe ati *"Ni jewe."* Ayo majambo mu vy'ukuri mu Kigiriki ni, *"NDIHO,"* iryo na ryo rikaba ijambo Imana yakoresheje mu kwimenyekanisha iyo ari yo kuri Mose muri ca Gisaka caka umuriro kidatemuka: *"Mose abaza Imana, ati, Ni nashika ku Bisirayeli, nkababarira nt'Imana y aba sogokuruza yabantumyeko; bakambaza bati, Yitwa nde?" Nzobishura iki?'Imana yishura Mose, iti "NDI UWO NDI WE: kandi iti Uku abe ari ko uzobwira Abisirayeli, uti NDIHO yabantumyeko.'"* (**Kuv 3:13-14**) "NDIHO" igihe risobanuwe ni YHWH (mu yandi majambo, Yahweh; Yehova). Yesu yariko ariyerekana nk'Imana, kandi agaragaza ivyo mu gukora ikintu Imana yonyene ari yo yashobora kugikora (kugendesha amaguru ku mazi, ku kiyaga), kandi akemeza yuko mu gutuma, no mu gutegeka umuyaga gutekereza agihonyoje ikirenge mu bwato (**umurongo 51**). Igihe ivyo vyaba, bategerejwe guca bibuka igihe Yesu yahoza imipfunda (**Mariko 4:35-41**) Ugutinya n'ubwoba bwabo bwahindutse ugutangara, ariko naho batangaye ntibatahuye neza uwo Yesu uwo ari we.

Hariho ivyigwa vyinshi dushobora gukura muri ibi. Abantu bamwe bibaza, biyumvira bati, "Hamwe nobona igitangaza gusa, noca nizera." Ukwo si ukuri na gato. Abigishwa babonye ibitangaza vyinshi, ariko imitima yabo yari ikomantaye kandi ntibatahuye (**umurongo 52**). Tuzotahura igihe conyene kandi twizere igihe conyene Mpwemu Yera ahinguye agakangura imitima yacu akaduha ukwizera tudashobora kwironkesha ubwacu (raba **Ef 2:8-9**). Hejuru y'ivyo, umutekano n'amahoro vyacu, n'ukwizera ntibishobora gushingira no guhagarara ku bihe turimwo. Ibihe bishobora kuba bibi canke vyiza; biguma bihindagurika. Ariko iyo ibihe bihindutse nta co bisa bisana n'ukubaho kw'Imana canke ko itari kumwe natwe: *"Yesu Kristo uko yari ari ejo n'uyu musi ni kw'akiri, ni ko azokwama ibihe bidashira"* (**Heb 13:8**). Ku Mukristo, ntidutegerezwa gushira amso yacu ku mipfunda canke ku marushwa n'ingorane z'ubu bugingo kandi ngo tugire ubwoba duture ubuku ariko dutegerezwa kugumiza amaso yacu kuri Yesu mu mipfunda no mu ngorane z'ubu bugingo kandi tukamenya ko ari kumwe natwe, aba ariko arakoresha iyo mipfunda n'amarushwa, n'ingorane kugira ngo atwiyegereze kandi aduhingure mw'ishusho yiwe, kandi ko dutegerezwa kumwegera akaduhingura mw'ishusho yiwe, kandi izo nomezi dutegerezwa kuzikura kuri we no kuri Mpwemu wiwe kugira ngo dushobore kuronka amahoro y'imbere mu mutima n'umutekano imbere mu mutima nubwo hoba hariho imipfunda n'amarushwa hamwe n'ingorane.

2. **Imirongo 53-56—**Yesu akiza abantu i Genesareti

Hose i Betsayida (**umurongo 45**) n'i Genesareti (**umurongo 53**) vyari ibisagara vyo ku cambu n'inkengera y'ikiyaga co mu gice ca ruguru c'ikiyaga c'i Galilaya. Yesu ashobora kuba yarahinduye iyo bari berekeje kuja amaze kwinjira mu bwato. Ikintu nyamukuru c'imirongo ya **53-56** si ingwara nyinshi Yesu yakijije ariko ni ukwizera Yesu abantu ba rubandanyamwinshi bari bafise, mu buryo bunyuranye n'ukutizera abigishwa bari bafise. *"Bavuye mu bwato abaho baca baramumenya. Birukanga impande zose muri ico gihugu cose, batangura guterura abarwaye mu nderuzo, babakwiragirana aho bamwumvise hose"* (**imirongo 54-55**), aho abigishwa *"bose bamubonye bagasimbwa n'umutima"* (**umurongo 50**). Ni kimwe mu bigize ukuri kandi kikerekana ko Bibikiya itabesha ko ukutizera kw'abigishwa kwashizwe ahabona. Iyo izo nkuru za Bibiliya zaba ari iziyumviriwe kandi zigashirwa ahabona imyaka myinshi inyuma yuko Ishengero ryari kuba ryaja ryaremewe, rifise ico rivuga mu kibano, rifise ububasha, abigishwa ntibari kwerekanwa nk'aho bari bafise intege nke kandi batagira ukwizera ariko bari kwerekanwa nk'aho ari abahizi mu kwizera. Turashobora rero kwizera Bibiliya kandi ikibirengeye, turashobora kwizera uwo ari mukuru avugwa muri Bibiliya yose: Yesu Kristo.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Raba ingene Yesu yatherezwa kuja kwiherera aha wenyene kugira ngo asenge Data. None ibi bikubarira iki ku bijanye n'imigenderanire utegerezwa kugiranira n'Imana?

- Wovuga yuko ari *icaha* kudasenga? Kubera iki?

- Nimba biri uko, ico caha c'ukudasenga kingana gute? Ni kubera iki ukudasenga kenshi na kenshi kudaharurwa (canke kutigishwako) nk'aho *ari icaha* ?

2. Kubera iki ugusenga ari ngirakamaro?

- Umuti wovura ukudasenga ni uwuhe (ikintu cose kiri ku ruhande "rw'ukudasenga cane")?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

3. Dufatiye ku karorero k'iki gisomwa, *igihushane* n'ukwizera ni iki?

4. Iki gisomwa gishobora kuba inyishu ku kibazo c'abigishwa dusanga muri **Mariko 4:41**. None iki gisomwa cishura gute ico kibazo?

5. Raba itandukaniro riri hagati y'**umurongo 52** n'**imirongo 53-56**. Ishengero ryatahuye iki kuri Yesu Mariko ashaka ko tubona?

**7:1-23:** ***Abafarisayo bakoranira kuri we n'abanyabwenge b'ivyanditswe bamwe bavuye i Yesrusalemu.***
***2 Babona abigishwa biwe bamwe barisha ivyo kurya intoke zihumanye, bisobanurwa ngo zidakaravye.***
***3 (Ariko Abafarisayo n'Abayuda bose, iyo batifyikinyuye mu gukaraba ntibarya, kuko bakwirikiye imigenzo babwirijwe n'aba kera. 4 Kandi bavuye mu kaguriro, iyo batimijagiye amazi ntibarya, kandi hariho ibindi vyinshi babwirijwe n'aba kera ngo bavyumireko nko kwoza mu buryo bwinshi ibikombe n'inzavya n'inkono zikozwe mu miringa.) 5 Abafarisayo n'abanyabwenge b'ivyanditswe baramubaza, bati Ni iki gitumye abigishwa bawe badakwirikira ingeso twabwirijwe n'aba kera, bagapfa kurisha ivyo kurya intoke zihumanye??" 6 Arabishura ati, "Yesaya yavuze neza ivyo yavugishijwe n'Imana kuri mwebwe indyarya, nk'uko handitswe, ngw Aba bantu banyubahisha iminwa yabo, ariko imitima yabo iri kure yanje;***
***7 Bansengera ubusa, kukw inyigisho bigisha ari ivyagezwe n'abantu.' 8 Ico Imana yageze murakireka ngo mwumire ku migenzo mwabwirijwe n'abantu."***

***9 Kandi ati: Nka ko mwagize neza gukengera icagezwe c'Imana, ngo muziririze iyo migenzo yanyu!!***
***10 kuko Mose yavuze ati, 'Wubahe so na nyoko: kandi ati :Ututse se canke nyina, ntaze abure kwicwa..'***
***11 Ariko mweho mugira muti Umuntu ni yabwira se canke nyina, ati Ico nari kugufashisha ni Korubani, risobanurwa (ngo Ni co nzoshikanira Imana"')— 12 ntimuba mukimukundira kugira ico yofasha se canke nyina, 13 Ijambo ry'Imana mukarititutza imigenzo yanyu mwigishije: kandi mukora n'ibindi vyinshi ben'ivyo."***

***14 Kandi yongera guhamagara ishengero, araribarira ati: Munyumve mwese, mubitahure: 15 Nta kintu kiri inyuma, iyo kigiye imbere mu muntu gishobora kumuhumanya, ariko ibivuye mu muntu ni vyo bimuhumanya." 17 Namba hari ufise amatwi yumva ni yumve. Yinjiye mu nzu assize ishengero hanze, abigishwa biwe bamusiguza uwo mugani. 18 Na we arababaza, ati Mbega namwe muri imburabwenge murtyo? Ntimuratahura yuko ata kintu kiri inyuma iyo kigiye imbere mu muntu gishobora kumuhumanya,***
***19 kuko kitagiye mu mutima wiwe, ariko kija mu nda, kigaca mu nzira yaco?" (Ivyo yabivugiye kuzirura ivyo kurya vyose.) 20 Kandi aravuga, ati Ibiva imbere mu muntu, ni vyo bimuhumanya. 21 Kukw imbere mu mitima y'abantu havamwo ivyiyumviro bibi, ubushakanyi, ubwivyi, ubwicanyi, ubusambanyi, ukwipfuza, kugira nabi, ivy'isoni nke, ijisho ribi, ibitutsi, ubwibone, ubupfu : 23 Ivyo bibi vyose biva imbere ni vyo bihumanya umuntu."***

**Imirongo 1-23—**Imigenzo n'ibihumanya abantu mu vy'ukuri

Nkuko vyabaye mu **bice vya 2-3**, intumwa z'abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo baturutse i Yerusalemu baje gutohoza no gutega imitego Yesu. Hose **imirongo 1-13** (Yesu aharira n'abanyabwenge b'Ivyanditswe n'Abafarisayo) kandi **imirongo 14-23** (Yesu atanga insiguro y'ibintu mu vy'ukuri bihumanya abantu) ifatanijwe n'iciyumviro c'"uguhumana" canke "ukwandura." Abanyabwenge b'ivyanditswe n'Abafarisayo bavyuye ikibazo mu mirongo ya **2** na **5**, kandi Yesu asigura ico ari co guhumana mu vy'ukuri mu **mirongo ya 15-23** mu gukoresha ijambo ry'irivuga ry'ijambo rimwe ryakoreshejwe n'Abafarisayo.

1. **Imirongo 1-13—**Yesu aharira n'Abafarisayo ibijanye n'Imigenzo

Imirongo itanu ya mbere yerekeranye n'imigenzo y'ugukaraba amaboko. Iki kibazo si ikibazo c'isuku ariko ni ikibazo cerekeye ukwisunga no kugendera ku migenzo n'imigirwa, *"imigenzo babwirijwe n'aba kera"* (**umurongo 5**). Mu gihe ca Yesu, iyi migenzo yari yarahererekanywe cane ku munwa. Nko mu mwaka wa 200 imbere y'Ivuka rya Yesu iyo migenzo yari yaranditswe muri *Mishnah*. Ikibazo co gukurikiza imigenzo n'ukutiyanduza cari ikibazo kinini cane kugeza yaho kimwe mibice bitandatu bigize *Mishnah* cari cerekeye "ukutiyanduza" kandi cari ikibazo c'uguhumana n'ukwandura (raba Neusner 1988: 893-1137). Isezerano rya Kera ubwaryo ryasaba ugukaraba amaboko gusa ku baherezi n'abakuru bifatanye n'ugutanga ibimazi (**Kuv 30:18-21; 40:30-32; Gus 21:6**) canke ku mw'Isirayeli afise ivyamuvuyemwo (**Lew 15:11**). Iyo migenzo yashizweho n'abigisha nk'ivyongewe ku vyo Isezerano rya Kera ryavuga mu vy'ukuri; bakoze nk'"uruzitiro ruzitiye ivyagezwe." Mu yandi majambo, iyo umuntu akwirikiye imigenzo aho mbere ntashobora no kuja mu

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

vyagezwe kugira ngo abirengeko kandi akazoba yubashe ahesheje icubahiro Imana (raba Wessel 1984: 678; Cole 1989:182-83).

Igihe Mariko ariko arasigura bimwe muri iyo migenzo ku **mirongo ya 3-4**, aravuga *"kandi hariho ibindi vyinshi babwirijwe n'aba kera ngo bavyumireko nko kwoza mu buryo bwinshi ibikombe n'inzavya n'inkono zikozwe mu miringa."* Ijambo ryakoreshejwe nko "kwoza" ni *baptismos,* canke "umubatizo." Mu bisanzwe, hisunzwe imigenzo yabo, Abafarisayo babatiza ibidakenewe ariko bakanka umubatizo wa Yohana Umubatizi n'uwa Yesu vyasaba umutima utanduye. Yesu ubwiwe yakoresheje ico ciyumviro igihe yariko arishura Abafarisayo, mu gusubiramwo no mu kwabura **Yes 29:13** (raba kandi, uburorero, **Amosi 5:21-26; Yes 1:10-15; Yer 7:21-26**). Ariko aravuga yuko ivyo Yesaya yanebaguye abanyedini n'abagize uburongozi bw'idini imbere y'ukwambukanwa ari inyagano i Babuloni bikoreshwa mu buryo bungana ku barongozi b'idini bo mu gihe ca Yesu, nubwo mbere Abayuda bari basubiye mu gihugu cabo mu myaka yari irenze 500. Mu yandi majambo, nta na kimwe cari carahindutse. Yesu mu kubita "indyadya" yashaka kwerekana "umuntu mubi yikuye ku Mana abikoreshejwe n'ibikorwa vyiwe" (Wilckens 1972: 564). Uburyarya bwabo "bwari bugizwe n'itandukaniro ry'ivyo bavuga n'ivyo bakora, hagati y'ivyagaragara inyuma n'ukubura ukugororoka mu mutima imbere. . . . Uburyarya bwabo rero ni icaha, ukunanirwa gukora ubugombe bw'Imana vyinyegeje inyuma y'ukwiyerekana koari abagororotsi ku mubiri." (Ico gitabu nyene: 567-68) Yesu yashimikiye ku buremerezi bw'ivyo ku **mirongo ya 6-7**, *"Aba bantu banyubahisha iminwa yabo, ariko* <u>*imitima yabo iri kure yanje; 7 Bansengera ubusa.*</u>*"* Uyu musi, amadini yose arafise imigenzo yayo. Tugerageza "kubatiza" imigenzo yacu, twibaza twiyumvira yuko ari myiza kandi ko yubaha Imana. Dukwiriye kwisuzuma vy'ukuri. Twese twubahisha Kristo iminwa gusa ariko tumusengera "ubusa"?

Ku **mirongo ya 9-13** Yesu yatanze akarorero kagaragara k'uburyarya *"bw'ivyo babwirijwe na ba sogokuruza,"* cane cane, umugirwa witwa Korubani. Korubani kwari ugushina ikintu (nk'ajkarorero amahera) ukagishikanira Imana. Igihe ico kintu gishikanywe, nticategerezwa gukoreshwa ikindi kintu na kimwe ndetse ico cashikaniwe. Nubwo umugirwa nk'uwo wumvikana ko ari uw'impwemu (*"mubanze mwitwararike ubwami bw'Imana,"* **Mat 6:33**), Yesu yariko arerekana ingene vyoroshe kurenza urugero no gukoresha nabi ibintu kugira ngo umuntu yikure mu k'abarerwa no kuzibukira ivyo yategerezwa gukora. Umuntu afise igikorwa co kwitwararika abavyeyi biwe. ariko iyo bakeneye imfashanyo, hamwe woca ubabarira uti, "Amahera nari kugufashisha nayashikaniye Imana," ushobora rero muri ubwo buryo kuba urondera kuzibukira gufasha abavyeyi bawe. Ico Yesu ariko aravuga ni uko impwemu y'ukuri igaragarira mu kugene tugenza, dufata abantu. Impamvu ni uko abantu bose baremwe mw'ishusho y'imana, kandi ukugene dufata canke tugenza ishusho y'Imana vyerekana ico tuyiyumvirako. Kubw ivyo, **1 Yohana 4:20** havuga hati, *"Umuntu ni yavuga ati nkunda Imana, akanaka mwene Data wundi aba ari umubeshi. Kuk' udakunda mwene Data yabonye ntashobora gukunda Imana atabonye."* Iri hame turisanga muri Bibiliya yose (raba uburorero, **1 Sam 15:22; Yohana 13:34-35; Yak 1:27**).

2. <u>**Imirongo 14-23—**Yesu avuga ko ibihumanya biva imbere mu mutima</u>[37]

Muri iyi mirongo Yesu yerekana ukwandura nyakuri ukwo ari kwo naho guhagaze, gukomoka: si ibiva inyuma vyanduza umuntu ariko ni ibimuvamwo bishobora kumwanduza; si ukunanirwa gukora ibintu kanaka bisabwa n'idini, ariko ni ukugene umutima umeze. Ikintu nyamukuru yashaka gushikako ni uko *umuntu wese* "yanduye" kandi "ahumanye," kubera twese twavukanye akamere k'icaha tuvukana imitima yanduye, kandi uwo mutima ntidushobora kuwihindurira. Amadini yose, harimwo n'amadini yose Rukristo arafise imigenzo yayo n'imigirwa yayo. Iyo migenzo irashobora kuba ari ibintu vyiza igihe ishikana umuntu kuri Kristo, ku Mana. Yamara, imigenzo n'imigirwa igerageza gushira "ahagaragara" idini. Mu gukora ivyo, nshatse kuvuga ko abantu bagerageza kwiyumvira yuko (nk'uko n'Abafarisayo na bo nyene babikoze) "iyo nkoze neza imigenzo y'idini ryanje n'imigirwa yaryo (akarorero, iyo ntasiba na rimwe mu rusengero; iyo ntanga ikigiracumi), kandi iyo nirinda kuja ahantu canke mu bibanza "vyanduye" (akarorero, ububari, ubunywero; ibisagara bimwe bimwe), aho rero ni ho mba ntari kure y'Imana, mba ndi kumwe n'Imana. Ibi ni nkaho ukugororoka kwoba kuvana nanje kandi ko ntakwiriye guhinduka na gatoya mu bugingo bwanje kugira ngo mbane n'Imana canke mbe hafi y'Imana. Yesu nta na kimwe yari afise muri ivyo! Mu kumenya aho ingorane zacu zikomoka imbere mu mitima, Yesu yariko aravuga yuko umuntu wese—Yaba Umuyuda canke Umunyamahanga, umutoza kori n'Umufarisayo—ko bose ari co kimwe, bari mu bwato bumwe. Umuti umwe wonyene w'ingorane zacu ni ubutumwa bwiza, mu yandi majambo, si ivyo tugerageza gukora kugira ngo tube abagororotsi imbere y'Imana, ariko ni ivyo Imana yadukoreye muri Kristo Yesu (raba ico vyavuzweko muri **Mariko 1:1**, aho hejuru). Iyi ni

[37] Nubwo insobanuro zimwe zimwe za Bibiliya zirimwo **umurongo 16**, *"Namba hari ufise amatwi yumva ni yumve,"* uwo murongo nturi mu vyanditswe vya mbere vyabanje gusohoka; ni co gituma utarimwo aho hejuru.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

yo mpamvu imwe Yesu yavuze, ati, *"ndababwire ukuri yukw abatozakori n'abasambanyikazibabatanga kwinjira mu bwami bw'Imana"* (**Mat 21:31**). Baramenya bakemanga ivyaha vyabo kandi ntibakoresha imigenzo yabo y'inyuma ku rukoba n'imigenzo kugira ngo bigirishe mu kwiyumvira ko ari abagororotsi nk'uko Abafarisayo bagira (raba kandi **Luka 18:9-14** n'ivyiyumviro vyahanahanyweko muri **Mariko 2:13-17**, aho hejuru, ku muhungu mukuru mu mugani w'Umwana w'icangazi).

Ko Yesu yariko arashika ku mutima canke ku gitiribwa c'idini bibonekera mu vyo Mariko yavuze ku **murongo wa 19**, *"**k**intu kiri inyuma iyo kigiye imbere mu muntu gishobora kumuhumanya, atangaza yuko ivyo kurya vyose bidahumanye." Ivyagezwe vy'Abayuda vyerekeranye n'ivyo kurya, co kimwe n'ugukebwa n'Isabato*, ni vyo vyari bigize icatandukanya Abayuda n'ayandi mahanga (raba **Daniyeli 1**). Ariko Yesu yavanyeho amabwirizwa ajanye n'ivyagezwe vy'Abalewi vyerekeranye n'ivyo kurya; yabikoze mu buryo bumwe n'ubw Isabato (**Mariko 2:23–3:6**), kandi mu nyuma ishengero ryakoze uko nyene ku bijanye n'ugukebwa (raba **Ivyak 15:1-29; Rom 2:25-29; 3:30; 4:9-12; 1 Kor 7:18-19; Gal 5:2-6; 6:15**). Ntibitangaje ko Abarongozi b'abayuda babonye ko Yesu abateye ubwoba, atari uwo gupfa gusuka mu nda nsa.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ku **mirongo ya 10-13** Yesu avuga ikintu gikomeye. Yamara, ihame ryinyegeje inyuma y'ico avuze gikora ibirengeye ako karorero yakoresheje. Vuga ihame rikomeye Yesu ariko arashikiriza ngaha mu majambo yawe bwite.

- Hoba hariho ubundi burorero bwo muri Bibiliya ushobora kwiyumvirako buvuga kimwe n'ivyo?

2. wiyumvira ko ari kubera iki abantu bamogoreye gushraho imigenzo n'imigirwa cane cane mu bijanye n'ivy'idini?

3. Abantu benshi b'aba Evangelique n'Abapentiti bakunda kwiyumvira kuri bo ubwabo ko bobo atari abanyamigenzo (canke na ho ko "bataboshwe n'imigenzo"). Dufise imigenzo iyihe dufatiye ku kugene dukora ibijanye n'amasengesho yacu n'ivyo dukora ku wa mungu n'ukugene tubaho ubuzima bwacu?

- Mbega imigenzo yacu ihakwa kuba gute "imigenzo y'abantu" ihereza ku gushiraho inzitizi hagati yacu n'Uhoraho?

4. Yesu ashika ku *mutima* w'ibitera uguhumana kwose, ukwandura, ububi n'ukunigana kw'imbere mu mutima no mu bantu: ni ibiri imbere mu mitima yacu, ibitugize mbere, ivyo dukunda mu vy'ukuri mu mitima yacu—*si* ikintu na kimwe kiva inyuma, ibidushikira canke ibidushikira mu bugingo no mu buzima bwacu. Mbega twoba tugikunda gushimikira ku bintu vy'inyuma aho gushimikira ku bintu "vy'imbere" biduhumanya? Nimba bimeze birtyo ni kubera iki kandi bigenda gute?

5. Ico Yesu ahanura abantu ni "ibikomoka ibisosohoka imbere bikaja inyuma" (mu yandi majambo, guhindura *umutima* ubwa mbere kugira ngo n'ingeso zice zihinduka) aho kuba uguhinduka "ku mubiri vyinjiri imbere mu mutima"). Kubera iki mwibaza ko bikwiriye kumera birtyo?

- Nimba iyi ari yo nzira Rukristo, ni kubera iki tunigana n'ingeso tuzi ko ari mbi kandi tukagomba guhindura?

- Twotegerezwa gukora iki kugira ngo duhindure ingeso nk'izo?

6. Nimba ingorane Yesu yabonye mu bantu ari uko ari ibikomoka mu mutima w'umuntu imbere, n'umuti atanga ari uko dutegerezwa kuronka umutima mushasha kandi tugahindura uugingo bwacu "guhera imbere bikagaragarira hanze," ibi vyoba bisigura yuko Abakristo *badakwiriye* gukora ngo bagabanye ingorne ziri mu kibano, amategeko, ibihe, akarenganyo, ubukene, ingwara, ubujuju, n'ibindi, ariko ko dukwiriye "kuvuga ubutumwa bwiza" gusa nk'uburyo bwo guhangana n'ivyo bibazo? Kubera iki canke kubera iki bitari uko?

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

***<u>7:24-37:</u>*** ***[24] Ava aho hantu, aja mu ntara yo muri Tiro n'i Sidoni. Yinjira mu nzu atagomba ko hogira umuntu abimenya, ariko ntiyashobora kuyoberana. [25] Ariko uwo mwanya, umugore afise akigeme kinjiwemwo n'impwemu ihumanye, amwumvise, araza, yikubita imbere y'ibirenge vyiwe. [26] Uwo mugore yari Umugirikikazi, amamo yiwe n'i Sirofoyinike: aramwinginga ngo asende dayimoni mu mukobwa wiwe. [27] Aramubwira ati, "Reka abana babanze guhaga, kuko tari vyiza kwabira umutsima w'abana ukawuterera utubwa." [28] Na we aramwishura, ati "Nka ko, mugenzi, utubwa na two turi musi y'ameza twirira utuvunguka tw'abana." [29] Aramubwira ati, "K'uvuze urtyo ni wigire, dayimoni avuye mu mukobwa wawe." [30] Arigira, ashitse mu nzu yiwe asanga umwana aryame ku buriri, dayimoni amuvuyemwo.***

***[31] Yongera kuva mu ntara yo muri Tiro, araza aca i Sidoni, ashika ku kiyaga c'i Galilaya, aciye hagati y'intara ya Dekapoli. [32] Bamuzanira igipfamatwi kidatobora neza, baramwinginga ngo akirambikeko ibiganza. [33] Agikura mw'ishengero, aracihererana, agishira intoke mu matwi, acira amate, agikora ku rurimi. [34] Ararangamiza, araba mw'ijuru, yitsa umutima, arakibarira ati, "Efata," risobanurwa ngo, "Zibuka." [35] Amatwi yiwe arazibuka, inkingi z'ururimi rwiwe zirabohoka, avuga neza. [36] Arabihanikiriza ngo ntigahire umuntu babibarira, ariko iyo abihanikirije barushiriza gukwiza inkuru yiwe rwose. [37] Baratangara cane, baravuga, bati Akoze vyose neza: azibura n'ibipfamatwi, kandi avugisha ibiragi."***

<u>**Imirongo 24-37—**Yesu akiza umukobwa w'umugore w'i Sirofoyinike n'igipfamatwi kidatobora neza</u>

Ivyo bintu bibiri vyabaye muri iki kigabane hamwe n'uguhaza abantu 4000 kuri **8:1-10** vyerekana ikintu Yesu yari yavuze kuri **14-23**, ni ukuvuga, nk'uko ata *vyokurya* bihumanye bibaho, ni nako ata *bantu* bahumanye babaho (mu yandi majambo, Abanyamahanga). Ariko, tubivuze mu yandi majambo, abantu bose "bahumanye" kumwe; Abayuda ntibegereye Imana kurusha Abanayamahanga, kubera yuko abantu bose, baba Abayuda canke Abanyamahanga, bose baremwe mw'ishusho y'Imana, kandi abantu bose bazimiriye mu vyaha. Imana yashatse kubimenyesha Petero mu **Ivyakozwe n'Intumwa 10**.

1. <u>**Imirongo 24-30—**Yesu akiza umukobwa w'umugore w'i Sirofoyinike</u>

Tiro na Sidoni vyari ibisagara bibiri vyari ku nkengera y'ikiyaga ca Mediterane kandi vyari bigize igice ca Foyinike ya kera. Yari intara y'Abanyamahanga. Ibivugwa muri Matayo (**Mat 15:21-28**) bitanga inkuru zimwe zimwe zirengeye, canke zishira umuco mu vyavuzwe muri Mariko. **Umurongo 24** utangurana na Yesu n'abigishwa biwe baja mu ntara ya kure, bafata urugendo rwa kure, binjira mu nzu, kandi badashaka ko hari umuntu n'umwe yomeya ko Yesu ariho ari. Ibi vyerekana ko yashaka ahantu hatekereje, hatekanye ho kuruhukira no kwongera kuronka udutege n'inkomezi nk'uko bivugwa no muri **Mariko 1:35; 3:7**; **6:31-32**, kandi kumbure akaronka n'umwanya wo kwigisha abigishwa biwe batari kumwe n'ishengero, canke n'abandi bantu. Robert Guelich avuga ati *"Yinjira mu nzu atagomba ko hari umuntu wundi n'umwe amenya ko ari muri iyo nzu"* vyerekana yuko "Yashaka ahantu hiherereye atari kumwe n'abandi bantu ndetse abigishwa biwe. Ibi bica bikuramwo iciyumviro n'icipfuzo ca Yesu co gukorera igikorwa ciwe muri iyo ntara, kuko ntiyariyajanyweyo no gukorerayp igikorwa ciwe ahagaragara." (Guelich 1989: 384) Nkuko vyagenze n'ahandi hantu henshi igihe yaba agiye kwiherera aha wenyene, abantu baja barumvise ibivugwa kuri we, bamenya aho yinyegeje canke agace arimwo, maze "" (*ariko ntiyashobora kuyoberana* **umurongo 24**).

Biboneka ko hariho vyinshi vyariko biraba kuri Yesu mu kuvugana n'umugore w'I Sirofoyinike dushobora kubonesha n'amaso. Ubwa mbere, mu buryo bw'imenyeshamana, ivyo Yesu yavuze ku murongo wa **27**, *"Reka abana babanze guhaga, kuko tari vyiza kwabira umutsima w'abana ukawuterera utubwa"* vyerekana ivyavuzwe muri Matayo kuri ivyo vyabaye ku mugore w'i Sirofoyinike, "*Sinatumwe ku bandi, atari ku ntama zazimiye z'inzu ya Isirayeli"* (**Mat 15:24**; raba kandi **Mat 10:5-6**). Vyongeye vyerekana ko, mu nteguro y'Imana, urutonde rw'agakiza ari ku *"Bayuda ubwa mbere no ku Bagiriki na bo"* (**Rom 1:16**; raba kandi **Ivyak 1:8; 13:46; Rom 2:10**). Impamvu ni uko "Abayuda bonyene ari bo bashobora gutahura insiguro n'akamaro ka Yesu. Nta Muroma, nta Muhindi nta mu Yapani yari gushobora kumwakira, kubera yari yaravuzwe muri kahise kandi akaba yari yaranditswe mu vyanditswe vyahishuwe vyo muri Isirayeli honyene." (Nehls na Eric 2010: 116) Nk'uko Paulo abivuga mu ba **Rom 9:4-5**, Ni bo Bisirayeli *"ivyabo ni ugucika abana b'Imana, ni ubwiza, ni amasezerano, no guhabwa ivyagezwe, no gusenga Imana, ni ivyasezeranywe, bafise ba sogokuruza ba bandi, kandi ku mubiri Kristo yamutse kuri bo, ni we ari hejuru ya vyose, ni we Mana ikwiye gushimwa ibihe bidashira."* Abanyamahanga *"ico gihe bari batandukanye na Kristo, bari n'itandukaniro n'ihanga rya Isirayeli, bari injabuka ku masezerano y'ivyasezeranywe, ata co bizigiye ku bizoba, bari mw'isi batagira Imana Rurema"* (**Ef 2:12**). Yamara, Imana yari yarasezeranye ko izohezagira isi yose *ibicishije muri Isirayeli* (raba **Ita 12:3; 22:18**). Dufatiye kuri ivyo vyose, "Aho kubona inshingano canke ivyo Yesu nka Mesiya yabona mu kuba *kimwe canke ikindi*, umuntu ategerezwa kubona igikorwa ciwe *kuri* Isirayeli nk'aho *gikorerwa* amahanga yose. Mu yandi majambo, aho kuguma arabisha muri Isirayeli, Yesu akora igikorwa gikenewe mw'isi yose kugira ngo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ihezagirwe." (Wax 2013: Christ's Mission *to* Israel *for* the World) Ni co gituma, mu guhura na wa musamariyakazi kw'iriba, Yesu yavuze ati *"Kuko agakiza gaturuka mu Bayuda"* (**Yohana 4:22**) *si* "agakiza ni *ako* Abayuda."

Ubugira kabiri, nubwo hariho urwo rutonde rw' inyigisho menyeshamana rwaho hejuru nimba agakiza, Robert Gundry avuga yuko ivyo Yesu yavuze ku bijanye n'abana babanza guhaga ubwa mbere mu buryo bunyuranye n'utubwa ntibifatiye ahanini, ku rutonde rw'igikorwa ku Bayuda n'Abanyamahanga muri rusangi, ariko bifatiye kuri Yesu yashaka kwigisha abigishwa biwe bari ahantu hiherereye, kandi ni co gituma *"yavuye aho hantu aja mu ntara yo muri Tiro n'i Sidoni. Yinjira mu nzu atagomba ko hogira umuntu abimenya, ariko ntiyashobora kuyoberana."* (**umurongo 24**) Gundry avuga yuko ahandi hantu honyene muri Mariko aho Yesu atipfuje ko yomenyekana ni muri **Mariko 9:30-31** kubera yariko arigisha abigishwa biwe ibijanye n'urupfu rwiwe yari agiye gupfa n'ukuzuka kwiwe. Ukubangabanganwa kw'ayo majambo yakoreshejwe yo kuri **7:24** no kuri **9:30** "kwerekana yuko Yesu yashaka ko bibera mu mpisho mw'ibanga kugira ngo yigishe abigishwa biwe ngaha, na ho nyene. . . . Ariko nimba igituma nyamukuru ari kimwe nka kimwe tubona kuri 9:30-31, kwabira umutsima w'abana ukawuterera utubwa bisigura kwaka abigishwa uwo mwanya w'agaciro wo kubigisha no kuwuha utubwa aho kuwuha umukobwa w'uwo mugore n'abandi bana b'abanyamahanga bari kumwe na we. Umurongo 27 ntunyuranya n'igihugu cose c'Abayuda n'abanyamahanga bose b'ico gihe, ariko abigishwa ba Yesu b'Abayuda n'abana b'Abanyamahanga." (Gundry 1993: 373) Ico ciyumviro gishigikiwe n'uko, mu bivugwa muri Matayo, igihe uwo mugore ubwa mbere yasaba ko Yesu amufashiriza, amutabarira umukobwa wiwe, agitangura *"Yesu ntiyamwishuye ijambo na rimweAbigishwa biwe baza kuri we, baramwinginga bati Murungike kuko agenda aradusemerera inyuma."* (**Mat 15:23**) Ikindi, gushika aha muri Mariko, ingwara zose Yesu yari amaze gukiza n'abo yari amaze gusendamwo abadayimoni baba bari kumwe amaso mu yandi. Ivyo vyari gusigura yuko yategerezwa kubanza kuja aho uwo mukobwa yari ari, aho kuguma mu nzu yari arimwo ari kumwe n'abigishwa biwe, ivyo na vyo bikaba vyari kuba binyuranye n'igituma Yesu yari yarondeye kuba ahiherereye muri iyo nzu ari kumwe n'abigishwa biwe mu ntara, mu karere kiherereye ubwa mbere bwobwo.

Ubugira gatatu, Yesu nubwo vyari uko yaravuganye n'uwo mugore. Nubwo ivyo Yesu yavuze, *"Reka abana babanze guhaga, kuko atari vyiza kwabira umutsima w'abana ukawutererera utubwa."* (**umurongo 27**), bishobora kwumvikana nkaho ari ibintu bigoye kandi yamukariye canecanke igitutsi, ariko si igitutsi na gato—kandi n'uwo mugore ntiyakiriye ivyo Yesu avuze nk'aho amututse. Ijambo risanzwe rikoreshwa mu Kigiriki "imbwa" (*kuōn*) ni vyo ryari rifise ico risigura kitari ciza. Yamara, Yesu ntiyakoresheje iryo jambo ariko yakoresheje *kunaria,* canke "utubwa dutoya," kandi "nta ho tubona ukubangabangana n'ikoreshwa na turya tubwa dutunzwe mu mazu y'abantu cane cane I Bulaya mu miryango muri ubwo buryo bw'aho ari udutungano tubi"; mbere, utubwa dutoya "turemerewe mu mazu kandi dusangwa musi y'ameza mu gihe abantu baba bari ku meza bihereza ivyo kurya mu buryo bunyuranye na zirya mbwa zirira ku ma yarara canke zirya mbwa zitunzwe n'ivyo zikura mu mayarara canke ku mabarabara" (Lane 1974: 262).[38] Ni co gituma, Ivyo Yesu yavuze vyerekanye "ishusho ryiza cane," ry' "utwo tubwa dutunzwe mu mazu, udukoko abana bakunda gukinisha kandi banezerererwa" (Robertson 1930: 326). William Lane na we aheraheza avuga gurtya, "Bisa nuko ata nkeka uwo mugore, n'imiburiburi, yatahuye ivyo Yesu yavuze kuri ico kintu ku rwego (rw'imenyeshamana) " (Lane 1974: 262).

Hariho iyindi mpamvu ikomeye cane yatumye Yesu avuga ivyo yavuze mu yandi majambo kugira ngo ahishure ukwizera kwiwe kandi yemeze ko Abanyamahanga ko bari ku rwego rumwe n'urwo Abayuda. Uwo mugore w'i Sirofoyinike yagaragaje ukwizera mu kuza kuri Yesu, mu kwikubika ku birenge vyiwe, akamwinginga gusenda umudayimoni yari mu mukobwa wiwe. Ibivugwa muri Matayo n'ibivugwa muri Mariko bitanga ishusho ryuzuye ry'ukugene ibintu vyagiye birakwirikirana. Yatanguye amwita *"Mwana wa Dawidi"* (**Mat 15:22**). "Mwama wa Dawidi" ryari ijambo ry'Ikiyahudi ryakoreshwa bashaka kuvuga Mesiya w'Umuyuda. Mu yandi majambo, uwo mugore, naho yari Umunyamahanga, yari aje kuri Yesu yisunze ivy'Abayuda. Ibi bigaragara ko ari vyo vyatumye Yesu yishura uwo mugore aya majambo, *"Sinatumwe ku bandi, atari ku ntama zazimiye z'inzu ya Isisrayeli"* (**Mat 15:23**). Mu bivugwa muri Matayo, uwo mugore yongeye kumutakambira, ubu atishimikije ivyavugwa muri Isirayeli, ariko yishimikije ivyavugwa kw'isi yose ku bijanye n'ivyo umuntu akeneye, mu yandi majambo, *"Mwami, mfasha, ntabara se mugenzi"* (**Mat 15:25**). Yesu yishura uwo mugore avuga ati *"Reka abana babanze guhaga, kuko atari vyixa kwabira umutsima w'abana ukawuterera utubwa"* (**Mariko 7:27; Mat 15:26**). Ivyo Yesu yavuze "yabifatiye ku bisanzwe biba i muhira. Imeza irateguwe kandi umuryango [abigishwa biwe] urakoranye. Si vyiza guhagarika ivyo bifungurwa ngo wemerere imbwa zo muhira ko zitwara umutsima w'abana. Ku rundi rwego rwo gutahura iyo mvugo ngereranyo

[38] Kenneth Wuest yongerako ibi bikurikira, "Kandi ategerezwa kuba yavuganye mu Kigiriki n'uyu mugore, kubera uwo mugore atari azi Ikiaramayike c'Abayuda" (Wuest 1973: 152).

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ruratahuritse mu bigize ubuzima bivugwa ku gice ca 7:24ff. Hafatira ku kintu kizwi ca nkenerwa y'ukuruhuka, ari na yo yatumye Yesu aba ariho aba ari muri iyo ntara kandi n'uko uwo mugore yitayemwo akamubuza kuruhuka." (Lane 1974: 262) inyishu yiwe ngereranyo ituma habaho ukwishura. "Uwo mugore yaratahuye neza ivyo kandi ntiyahingishanije nubwo imbere yiwe hariho inzitizi. Ntiyumvise ko hariho igitutsi hagati y'ukugereranya abana bo mu rugo n'utubwa. Ahubwo ivyo yamubariye yabihinduyemwo ikintu ciza: utuvunji twakorowe n'abana ni two utubwa twirira, ni two tuba tugenewe utubwa! Ukugereranya kwa Yesu ntikwatawe ariko kwarafashwe guhabwa iyindi ntambuko, ivyo na vyo vyahinduye ivyariko biraba vyose: nimba utubwa turya udukorokera musi y'ameza, utwo tubwa na two nyene tuba tugaburiwe *na two nyene tugahagira* rimwe n'abana (kandi ntidutegerezwa kurindira, nkuko bisa n'ivyemewe ku murongo wa 27a). . . . Ntihakwiriye kubaho uguhagarika izo nzimano [mu yandi majambo, arashobora kubandanya kuguma mu nzu kandi akigisha abigishwa biwe], kuko ico yasavye si umutsima wose ariko yasavye utuvunguka." (Ico gitabu nyene: 263) Yesu yatangajwe n'ukwizera kwiwe (**Mat 15:28**) n'inyishu yiwe (**Mariko 7:29**), kandi nib wo bwa mbere muri Mariko Yesu yasenze impwemu mbi azisenda mu muntu batari kumwe.

Muri make, ivyo bariko baraganira ngaha vyerekana yuko Yesu atari Mesiya w'Abayuda gusa, ariko ko ari Umukiza w'isi yose—kandi Abanyamahanga ntibakwiriye kurindira ko Abayuda babanza kuronka umuturi canke urhara rwabo ariko ko bakwiriye kuronkera rimwe Umunyamahanga n'Umuyuda imituri yabo. Nubwo Yesu n'abigishwa bashobora kuba baragiye mu ntara y'i Tiro n'i Sidoni kubera impamvu z'ukwiherera ngo baruhuke, ariko batari bajanywe n'igikorwa, yabigize ibiginrankana kuja mu gihugu c'Abanyamahanga kandi akavugana n'umuntu wa mbere yavuzwe neza muri Mariko nk'Umunyamahanga, kandi yarasenze, yarirukanye impwemu mbi, abadayimoni mu mukobwa w'umugore w'I Sirofoyinike. Mu gukora gurtyo, yariko arerekana ku bigishwa biwwe ivyo yari ahejeje kwigisha kuri **14-23**, ko ivyo kurya vyose bitanduye, ni ko biri no ku bantu bose. Kanatsindfa, iki hamwe n'ivyo bintu bibiri bikurikira (gukiza igipfamatwi c'i Dekapoli hamwe n'uguhaza abantu 4000) ni vyo bitangurira canke biba imponjo igikorwa c'ukuvuga ubutummwa mu Banyamahanga; inyuma y'ukuzuka kwiwe, Yesu yarabitomoye neza mu bisomwa nk'ibi **Mat 28:18-20** n' **Ivyak 1:6-8** ko ubutumwa bwiza, kanatsinda, bwagenewe abantu bose—Abayuda n'Abanyamahanga bose.

2. <u>**Imirongo 31-37—**Yesu akiza igipfamatwi</u>

Dekapoli wari umurwi w'ibisagara cumi vy'Abagiriki n'Abaroma vyashinzwe , vyashizweho (ndetse Damasiko) inyuma y'urupfu rwa Alexandero Ahambaye. "Ku ntwaro y'Abaroma, ivyo bisagara vy'i Dekapoli ntivyari mu ntwaro mu ntara y'Ubwami bwa Herode, ivyo bisagara vyaje kwinjira mu ntwaro ya Herode yagabuwe n'abahungu biwe bane, canke intara y'Abaroma y'i Yudaya. Ahubwo, ivyo bisagara vyahawe ubwigenge bunini mu vya Politike kandi vyari bikingiwe n'Abaroma. Igisagara cose cakora nk'igisagara-gihugu, kandi intwaro yayo igashika no mu misozi yari ikikuje ivyo bisagara" ("Decapolis" 2021: "Autonomy under Rome") ivyo bisagara vyose ndetse kimwe vyari mu buseruko bw'Uruzi Yorodani. Benshi mu banyagihugu baho bari Abanyamahanga kandi "hafi nka bose bifatanya n'igihugu cari caje gucinyiza Abayuda mu gihe Abayuda baba bagumutse" (Overman 1993: 162). Kandi nk'uko vyagenze kuri urwo rugendo rwiwe mu ntara yo muri Tiro n'i Sidoni, Yesu yari yagendeye iyo ntara y'I Dekapoli. Mu gukora gurtyo, yariko arashikira Abanyamahanga kandi agashiraho itanguriro n'urufatiro rw'igikorwa ku Banyamahanga cari kigiye gutangurana umwete mwinshi inyuma y'ukuzuka kwiwe (raba **Mat 28:18-20; Ivyak 1:8**).

**Umurongo 32** uvuga yuko, hejuru y'ukuba igipfamatwi, uwo mugabo ntiyashobora "*gutobora neza iyo avuze"* (mu nyuma, ku **murongo wa 37**, abantu bamwise "ikiragi"). Ahandi hantu hamwe honyene muri Bibiliya aho ijambo ry'Ikihgiriki ryahinduwe "kudatobora neza" ryakoreshejwe muri Septuagint (LXX) aho bahinduye **Yes 35:6**, *"Ico gihe, ucumbagira azosimba nk'impongo, ururimi rw'ikiragi ruririmbe, abagigimiza batobore neza."*[39] Ivyo mw'imenyeshamana no mu bihe vy'iherezo bifise insiguro ikomeye kubera yuko: "ubuhanuzi bw'ukuzogaruka bavuye mu kinyago, hamwe n'ukuzogaruka kwa YHWH aje ku musozi Siyoni, bwabonye ibi bintu nk'aho ari ugusubiza ivyaremwe uko vyari biri ubwa mbere, hashingiwe ku gukiza abarwaye [uburorero, **Yes 35:1-10:** *"Ni ho impumyi zizohumuka, n'ibipfamatwi bizoziburwa. Ico gihe, ucumbagira azosimba nk'impongo, ururimi rw'ikiragi ruririmbishwe n'umunezero."*"]: . . . Turashobora kuvuga tudakekeranya yuko Yesu yashaka ko 'ibikorwa vyiwe bihambaye' vy'ugukiza ingwara bitahurika mu buryo bw'ikigereranyo nk'aho ari ugushitswa kw'ivyo vyari vyitezwe. . . . Ni uko, igihe umuvugishwa w'ibihe vy'iherezo Yohana yazazanirwa n'ivyo Yesu yariko arakora, kandi kumbure yazazaniwe n'ivyo atariko arakora, Yesu yishuye intumwa za Yohana azereka ibigereranyo vy'akarangamutima n'agaciro k'ivyo yariko arakora ibikorwa]: 'Ni mugende mubarire Yohana ivyo mwumva, n'ivyo mubona. Impumyi zirahumuka, abacumbagira

[39] Septuagint yari insiguro yo mu Kigiriki y'Isezerano rya Kera. Iyo Bibiliya yitwa Septuagint ni yo yakoreshwa ahanini mu gihe ca Yesu, kandi Yesu n'Intumwa barayaburamwo ivyo bavuga kenshi.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

bagenda neza, abanyamibembe barakizwa, ibipfamatwi birumva, abapfuye barazurwa, aboro barabwirwa ubutumwa bwiza. Kandi hahirwa uwo ivyanje bitazotsitaza' [**Mat 11:4-6; Luka 7:22-23**, asubiramwo ivyabuwe muri **Yes 35:5** na **61:1**]." (Wright 1996: 428-29) ni co gituma, Mariko vyongeye ariko arakoresha uku gukira ingwara kuri ivyo vyose: (A) Kwerekana ko Abayuda n'Abanyamahanga bose bangana mu nyonga z'Imana; kandi (B) yerekana ko Yesu ari Mesiya—Imana yihinduye umuntu ikaza kw'isi nk'umuntu—akaba ari we ariko arashitsa ubuhanuzi bwavuzwe na Yesaya, ubu na ho mu ntara y'Abanyamahanga co kimwe no muri Isirayeli. Amajambo y'ishengero, igugu, *"Akoze vyose neza"* (**umurongo 37**) ugarukanye rya jambo ryo mw'Itanguriro *"vyiza cane"* **Ita 1:31** kandi bitandukanye n'ivyo Yesu yabonye ku ndyadya z'Abafarisayo, *"Yesaya yavuze neza ivyo yavugishijwe n'Imana kuri mwebwe indyarya"* (**7:6**).

Ikindi kintu kimwe c'uku gukiza ingwara dukwiriye kuraba neza. Ku murongo wa **33** havuga yuko Yesu yafashe uwo muntu amukura mw'ishengero aracihererana. Ibi bishobora kuba vyatewe n'uko Yesu yashaka ko atakimusamaza kandi ko n'uwo munt una we yategerezwa kuba ata kimusamaza, agashira umutima wiwe wse kuri Yesu. Dutegerezwa kwibuka ko Yesu afata umuntu ku giti ciwe kandi ko atakimusamaza, ntafatira abantu mu kivunga, mu migenderanire yiwe n'abantu bose n'ishengero ryose. Ibi ni ngirakamaro mu buryo budasanzwe ku bijanye n'ivugabutumwa hamwe n'uguhindura abantu abigishwa.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ukugene Yesu yakoranye n'umugre w'i Sirofoyinike n'igipfamatwi vyerekana gute ihame ryavuzwe na Yesu ku **mirongo ya 14-23** aho yatangaza ko ata co kurya na kimwe gihumanye?

2. Wibaza yuko intumbero ya Yesu mu kubwira uwo mugore ati, *"Reka abana babanze guhaga, kuko atari vyiza kwabira umutsima w'abana ukawuterera utubwa"* (**umurongo 27**)?

3. Yesu yagerageje gute uwo mugore? Uwo mugore yavyifashemwo gute?

- Twokuramwo icirwa ki dufatiye ku nyishu yiwe?
- Harimwo utunovera utwahe tugaragaza uwo ari we?

4. Mbega Imana itugeza gute kandi igeza gute ukwizera kwacu?

- Wifashe gute igihe Imana yakugeza n'igihe yageza ukwizera kwawe?
- Hoba hariho itandukaniro riri hagati yo "kukugeza" no "kugeza ukwizera kwawe"?
- Intumbero za Yesu mu gukora ivyo zari izihe?

**8:1-10:** ***1 Muri iyo misi hongera kubaishengero ryinshi, Babura ivyo kurya; ahamagara abigishwa, arababarira ati, 2 "Ishengero rinteye akagongwe, kuko uyu ari umusi ugira gatatu turi kumwe, none ntibagira ico barya. 3 Nobasezera ngo basubire i wabo bashonje, bogwira isari mu nzira, kandi bamwe ari aba kure." 4 Abigishwa biwe baramubaza, bat'Umuntu yokura hehe imitsima yo guhaza aba bantu, ko hano ari mu gahinga?" 5 Arababaza ati, "Mufise imitsima ingahe?" Na bo bati ni, "ndwi." 6 Abarira ishengero ngo ryicare hasi; yabira ya mitsima ndwi, arayishimira, arayimanyagura, ayihereza abigishwa biwe, ngo bayibagaburire: bayigaburira ishengero. 7 Kandi bari bafise udufi duke; araduhezagira, avuga ko batubagaburira na two. 8 Bararya, barahaga, batororokanya utumanyagu tw'imisigazwa, twuzura ibivumvu ndwi. 9 Bari nk'ibihumbi bine, arabasezera. 10 Uwo mwanya atambukira mu bwato, bo n'abigishwa biwe, aja ahegereye i Dalamanuta.***

### Imirongo 1-10—Yesu ahaza abantu 4000

Iki ni ikindi gitangaza gisa n'icabaye co guhaza abantu 5000 muri **Mariko 6:33-44**. Ahejeje gukiza igipfamatwi, nta hantu na hamwe herekana ko Yesu yaja yavuye i Dekapoli. Kubw'ivyo, dushobora kuvuga yuko yari akiri ahanini mu ntara y'Abanyamahanga. Ibi dushobora kubivuga, atari kubera tutabona ahantu na hamwe herekana ko Yesu yari yavuye muri iyo ntara y'Abanyamahanga, ariko kubera izindi mpamvu dusanga muri ico gisomwa. Ubwa mbere, Matayo ntashiramwo iyo nkuru y'ugukira c'ico gipfamatwi. Ahubwo, inyuma y'uko Yesu amaze guhwana n'umugore w'I Sirofoyinike mu ntara yo muri Tiro n'i Sidoni, Matayo avuga ati,

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

*"[29] Yesu arahava, aja ku kiyaga c'i Galilaya, aduga umusozi yicaraho. [30] Abantu benshi baza kuri we bazanye abacumbagira, n'ibimuga n'impumyi n'ibiragi, n'abandi benshi, babashira imbere y'ibirenge vyiwe, arabakiza, [31] bituma ishengero ritangara ribonye ibiragi bivuga, n'ibimuga bikomera, n'abacumbagira bagenda neza, n'impumyi zibona; bahimbaza Imana y'Abisirayeli."* (**Mat 15:29-31**) Kubera i Dekapoli hari mu ruhande rwo mu buseruko rw'ikiyaga c'i Galilaya, inkuru ya Matayo irerekana neza ko Yesu yari I Dekapoli, hafi y'ikiyaga c'i Galilaya. Hejuru y'ivyo, Bose Mariko na Matayo bafatira kw' "ishengero rinini" kandi izo nkuru zose ziherana n'ishengero ritangajwe n'ibitangaza vy'ugukira Yesu yakoze. Kanatsinda, mu nkuru ya Matayo ishengero, *"Bahimbaza Imana y'Abisirayeli."* Iyo mvugo yerekana yuko abo bahimbaje Imana y'Abisirayeli batari Abayuda bo muri Isirayeli, ariko bari Abanyamahanga. Hejuru y'ivyo, ahejeje guhaza abantu ibihumbi 4000, Mariko aca avuga ati, *"Uwo mwanya atambukira mu bwato, bo n'abigishwa biwe, aja ahegereye i Dalamanuta"* (**8:10**). Ivyo Matayo avuga na we ku bijanye na Yesu ahaza abantu 4000 aheraheza avuga ati, *"Asezera ishengero, atambukira mu bwato, aja mu gihugu c'i Magadani"* (**Mat 15:39**). "Dufatiye kuri ibi bisomwa bibiri dushobora kuvuga yuko 'imipaka ya Magadani' hamwe 'n'ibice bigize Dalumanuta' ko vyinjiranamwo. Dushobora kuvuga ko twisunze iyo nkuru ivyo bice vyose vyari mu buraruko bw'inkengera y'Ikiyaga c'i Galilaya. Inyuma y'uguhaza abantu 4,000, Yesu n'abigishwa biwe baciye baja muri ivyo bice. Maze baca baja ku rundi ruhande, barajabuka baja hakurya' (Mariko 8:13), bashika i Betesida. Aha hiyumvirwa ko hari i Betesida Julias, mu burararuko bushira ubuseuko bw'ikiyaga." ("Magadan" n.d.: n.p.) Mu yandi majambo, Yesu yari yahagije Abayuda 5000 maze aca ajabuka aja mu ntara c'Abanyamahanga; ubu na ho ahaza abantu 4000 vy'Abanyamahanga hanyuma yongera kujabuka aja mu ntara y'Abayuda.

Ibi vyose ningirakamaro kubera yuko, nk'uko tuja twabibonye, kuri **7:20-23** Yesu yavuze yuko ibihumanya abantu bitava hanze ariko ibibahumanya biva imbere muri bo. ingaruka zikomeye z'iryo hame ni uko abantu bose, Abayuda n'Abanyamahanga, bose barangana: bose banduye kumwe kandi bose bakeneye ubutumwa bwiza kugira ngo bakizwe.ako kanya nyene amaze gutangaza iryo hame, Yesu yagaragaje yuko mu gukiza abo Banyamahanga babiri bo hanze ya Isirayeli. Ubu, mu guhaza abantu ibihumbi 4000 b'i Dekapoli yagaragaje ivyo nyene, ariko ubu yabikoze ku bantu benshi, kandi igitigiri c'ibiseke vy'ivyasigaye ni vyo bibigaragaza. Ivyo biseke cumi na bibiri vy'utuvunguka twasigaye kuri ba bantu 5000 yahaza vyerekana imiryango cumi n'ibiri ya Isirayeli. Ibiseke ndwi na vyo vy'utuvunguka twasigaye kuri ba bantu 4000 yahaza vyerekana Abanyamahanga. Kubera iki? Kubera yuko **Gus 7:1** havuga yuko hariho *"amahanga ndwi"* mu gihugu Igihe Isirayeli yinjira mu Gihugu! Muri **Yohana 6:41-58**, Yesu yabariye Abayuda yuko yari *"umutsima w'ubugingo."* Ubu, mu guhaza abantu ibihumbi 4000 bo mu ntara y'abanyamahanga ariko arerekana yuko ari umutsima w'ubugingo ku bantu bose, ahantu hose.

Mugabo hariho iyindi nsiguro irengeye iyo mu bimenyetso, n'ibigereranyo vy'imenyeshamana. "ibiseke" vyujujwe 5000 mu Kigiriki ni *kophinos*; "ibiseke" vyujujwe abantu 4000 ni *spuris.* "*kophinos* cari igiseke Abayuda bagendana. . . . Abayuda batwara ibifungurwa vyabo muri ivyo biseke vy'intege nke, mu biseke goyigoyi igihe bariko baragenda mu bihugu vy'Ibinyamahanga kugira ngo birinde ukwiyanduza. . . . ubunini bwavyo bwari butandukanye, vyarasumbana mu bunini ariko kandi ntivyangana *spurides* (mu bwinshi *spuris*, igiseke kirekire gikozwe mu marenga)." (Zodhiates 1993: *kophinos,* 883). *Kophinos* kenshi na kenshi risobanurwa nk' "igiseke c'ivyo kurya vyo ku murango" kandi imisi yose ni co gikoreshwa iyo bavuze ku guhaza abantu 5000; *spuris* risobanurwa kenshi na kenshi "ku ngorane" kandi igihe cose rikoreshwa kuri ba bantu 4000 Yesu yahaza (Wessel 1984: 690n.19). Turafise ubururorero bwinshi bwa bibiliya bwerekana yuko *spuris* cari kinini kurusha *kophinos,* kubera yuko **Ivyak 9:25** havuga yuko Paulo yacitse abagomba kumwica i Damasiko igihe *"Abigishwa biwe bamujana mw'ijoro, bamucisha mu ruzitiro rw'amabuye, bamwururukirije mu gisangaza, mu giseke [mu yandi majambo, spuris]."* Ibi vyerekana yuko, nubwo igikorwa ca Yes uku Banyamahanga gishobora kuba catanguye ari gito akarorero ku mugore w'i Sirofoyinike yaronse "utuvunguka," gusa dukorokera musi y'ameza), ku mpera Abanyamahanga bazokwuzuzwa, buzurizwe basesekarizwe kandi hafatiwe ku bunini bw' ibisangaza, ibisimbo, ibiseke, ivyimburwa vy'Abanyamahanga bizoba vyinshi kurusha ivy'Abayuda (nk'uko bigaragarira mu kuri kwo muri kahise). Ubwa nyuma, ishengero rya mbere ryafata igiharuro "ndwi" nk'aho cerekana ubwuzure, canke ukunengesera. Ni co gituma, amashengero "ndwi" yo [gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana] asigura ishengero ry'isi yose (Aune 1997: 130; rba kandi Johnson 2001: 14; Schüssler Fiorenza 1991: 53). William Milligan yongera ko ibi, "Umuntu wese asoma igitabu c'ivyahishuriwe Yohana aratahura uruhara rudasanzwe rufiswe n'ibiharuro, ibitigiri mu buryo vyubatswe, kandi no mu buryo bw'uko (kiretse nimba igice ca xvii. 9 ari ahanyuranije n'ibindi vyose) ntivyigera bisigura ivyo biharuro uko bingana nyene vyonyene. Ni igiharuro c'ubumwe mu butandukane. . . . igiharuro cabo—ndwi—gitegerezwa kurabwa nkaho ari igiharuro c'ubumwe, c'urunani, kandi amashengero ndwi nk'ayaserukira ishengero rimwe ryo mw'isi yose." (Milligan 1896: 28-29) Mu yanadi majambo, mu buryo bw'aho vyabereye kandi no mu buryo bw'ibigereranyo, ukugaburira abantu 4000 n'ibiseke ndwi vy'imisigazwa vyerekana yuko ishengero rya Kristo

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

ritazoshobora kuba ryuzuye kugeza igihe Abanyamahanga bazoba bamaze "kwinjizwamwo" (raba **Rom 11:17-24**) kugira ngo habe ishengero rimwe n'umubiri umwe aho *"ntihashobora kuba Umuyuda canke Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano canke uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo canke umugore, kuko mwese muri umwe muri Kristo Yesu"* (**Gal 3:28**; raba kandi **Ef 2:13-22; Kol 3:11; Ivyah 5:9; 7:9**).

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Kubera yuko Mariko yaja yavuze ku gitangaza kimwe co guhaza abantu (guhaza abantu 5000 muri **6:33-44**), wibaza ko ari kubera iki yinjijemwo iki gitangaza na co nyene?

- None ibizungurutse iyo nkuru ya Mariko bidufasha iki mu gutahura iyo nkuru?

2. Kubera iki Yesu yakoze iki gitangaza?

- Kivuga iki (canke Yesu ariko aravuga iki) ku bimwerekeye no kuvyerekeye abandi?

**8:11-21:** ***[11] Haza Abafarisayo, batangura kumuhaririza, bamuronderako ikimenyetso kiva mw'ijuru bamugeza. [12] Yitsa umutima cane, ati Ni iki gitumye ab'iki gihe barondera ikimenyetso? Ndababwira ukuri ab'iki gihe bakazohabwa ikimenyetso!." [13] Abasiga hano, yongera gutambukira mu bwato, ajabuka hakurya.***

***[14] Kandi bari bibagiye gutekera imitsima, ntayo bari bafise mu bwato, atari irobe rimwe.. [15] Arabihanikiriza, ati Mumenye, mwirinde umwambiro w'Abafarisayo, n'umwambiro wa Herode." [16] Biburanya muri bo, bati Ntidufise imitsima. [17] Yesu arabimenya, arababaza, ati ni iki gitumye mwiburanya ngo nta mitsima mufise?Ntimuraruha mubimenya canke mubitahura? Mbega mufise imitima ikomantaye? [18] Amaso ko muyafise ntimuruha mubona? Mufise amatwi, ntimwumva, kandi ntimwibuka? [19] Hamwe namanyagurira ya mitsima itanu ibihumbi bitanu, mwatororokanije ibisimbo bingahe vyuzuye utumanyagu?" Baramwishura bati, Ni cumi na bibiri." [20] "Ati Kandi hamwe namanyagurira ya mitsima ndwi ibihumbi bine, mwatororokanije ibivumvu bingahe vyuzuye utumanyagu?" Baramwishura bati, "Ni ndwi." [21] Arababaza ati, "Ntimuraruha mubitahura?"***

**Imirongo 11-21—** Abafarisayo basaba ikimenyetso kandi abigishwa ntibabitahura

Uko Yesu yariko araheraheza igikorwa ciwe i Galilaya, yitegurira urugendo rwiwe rwa nyuma azoherahereza i Yerusalemu, abafarisayo bamurwanya hamwe n'ukudatahura, n'ukubura ubwenge kw'abigishwa biwe bwite vyaciye vyongera kwigaragaza imbere yabo.

1. **Imirongo 11-13—**Abafarisayo basaba ikimenyetso

Agakekezo kari ku **mirongo ya 11-13** karatangaje: Abafarisayo bahaririye na Yesu maze bamusaba *"ikimenyetso kivuye mw'ijuru,"* kandi ico gihe cose *umuntu yavuye, yakomotse mw'ijuru* yari ahagaze imbere yabo kandi ariko aravugana amaso mu yandi na bo. Abafarisayo nta nkeka ko baja barumvise ibitangaza vyinshi Yesu yakoze, ari na co gituma baje kuri we. Ariko igisabo cabo nticari mu kuri ariko bashaka *"kumugeza"* gusa (**umurongo 11**). Ingorane zabo yari inyifato yabo baja barishizemwo, ingorane y'ubugombe, ukutizera; ntikwari ukutagira ubwenge canke ivyo babonye. Nk'uko Yesu yavuze muri **Yohana 7:17**, *"Ni haba hari uwugomba gukora ivyo uwo akunda, azomenya izi nyigisho, ko zavuye ku Mana, canke ko mbivuga mvyigeneye."* Abafarisayo bari akarorero k'imigani (itisunga Bibiliya), "Nta mpumyi iriho ngana n'abo badashobora kubona" (raba kandi **Yes 6:9-10; Yer 5:21; Ezk 12:2; Mat 13:13; Mariko 4:12**). Amajambo, *"Abasiga hano"* (**umurongo 13**) ni kimwe mu kwagirizwa gukomeye no kwitsa umutima cane kandi kwo guheba abantu kuko badashoboka umuntu yoshobora kwiyumvira.

Ugukoresha kwa Yesu kw'aya majambo *"ab'iki gihe"* ku **murongo wa 12**, cane cane ufatanijwe no kwitsa umutima kwiwe, vyerekana yuko ugukoresha kwiwe kw'amajambo *"ab'iki gihe"* yayakoresheje mu buryo butari bwiza, nk'aho yari afatiye ku "kutizera, ku guheba isi, ukutumvira n'ukudakora ivy'Imana igomba kandi ko bazohura ata nkeka n'igihano c'Imana, canke ukuzocirwakw iteka n'Imana'" (Nelson 1996: 383). Ivyo yagiye arabikora ku vyo yavugiye ku Musozi wa Elayono hamwe n'ahandi yabivuze henshi (raba **Mat 12:39-42; 23:36; 24:24; Mariko 13:29-30; Luka 11:29-32; 21:31-32**). Neil Nelson yongerako ibi bikurikira: ivyo yavugiye ku musozi wa Elayono, "Matayo asa n'uwagerageje gufatanya aya majambo 'ab'iki gihe' n'ivyavuzwe mu misi ya Nowa kuri 24:37-39 kugira ngo urwo runganwe, ab'ico gihe batashoboka bo mu misi y'Umwuzure (Ita 7:1 LXX). Urunganwe canke abo mu gihe c'umwuzure ni ikigereranyo c' 'ab'iki gihe' babona ibimenyetso vy'igihe c'iherezo, nk'uko umwuzure ubwawo werekana ugucirwakw iteka kuzoba igihe ca *parousia*. 'Ab'iki

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

gihe' kuri 24:34 baserukiye urukurikirane rurerure rw'abatizera, abantu batigeze bumvira Imana guhera mu gihe ca Nowa kugera ku muhero w'isi." (Ico gitabu nyene: 383-84) Uko ni ko vyagenze no ngaha.

2. **Imirongo 14-21**—Ukudatahura kw'abigishwa

Ubujuju bw'abigishwa, ukudatahura, n'ukutitwararika ni vyo vyerekanwa muri iki kigabane. **Umurongo 14** (*"Kandi bari bibagiye gutekera imitima, nta yo bari bafise mu bwato, atari irobe rimwe"*) ni imvugo y'agakekezo kanini: nubwo boba, bibangikanije, bafise umutsima umwe ugaragara, uboneka, *"umutsima w'ubugingo"* (**Yohana 6:35, 48, 51**), wari uhejeje guhaza abantu 5000 n'abantu 4000 mu kurwiza imitsima bari bitegekanije, yari yicaranye na bo mu bwato!

Imitima yabo yabarega kobatibangikanije, batatekeye imitsima vyatumye badatahura na gatoya ico Yesu yari ababariye ku **murongo wa 15**. Bari bibereye mu vyabo gusa kugeza yaho batashobora kubona ukuri kw'urufatiro kwerekeranye na Yesu. Ntidukwiriye kubacira urubanza rukomeye,yamara kuko na twebwe turakunda kwigungirako no kwirabishako vyose bigatuma tunanirwa kubona ko turi kumwe na Kristo, ko aturongora mu bugingo bwacu, kandi ko ari ubushobozi mu bugingo bwacu.

Ivyo Yesu yavuze ku **murongo wa 15** vyerekeranye n'*"umwambiro w'Abafarisayo n'umwambiro wa Herode"* bifatiye ku kwizera kwabo n'inyigisho zabo. **Mat 16:6** havuga ku "Basadukayo" aho kuvuga Herode canke aba Herode. Umwambiro kenshi na kenshi ufise ico ufatiyeko kibi muri Bibiliya kandi ufatiye ku bintu bitaboneka bigira ingaruka mbi ku bantu kandi vy'inyigisho mbi z'ibinyoma hamwe n'ukugira intumbero mbi mu buzima. Abafarisayo n'aba Herode/Abasadukayo bahagarariye ibintu binyuranye vy'inyigisho z'ibinyoma. Abafarisayo bari abanyedini bumiye ku migenzo batagomba kuyivako na gatoya, ariko ivyari bibaraje ishinga vyari ugukora ibintu bigaragara inyuma hamwe no kwumira *"ku migenzo y aba sogokuruza"* (**7:3, 5**). Yesu yabise "indyadya" kandi abita abantu *"banyubahisha iminwa gusa ariko imitima yabo iri kure yanje"* (**7:6**). Aba Herode "bari abantu abantu bashobora gukwega abandi kandi bakaba abanywanyi bo mu ngoma ya Herode," ahanini bari barajwe ishinga n'ivya politike hamwe n'ubutegetsi (Hoehner 1992: 325). Abasadukayo bari abanyedini bivugira ivyo bagomye batizera ukuzuka (**Mat 22:23; Mariko 12:18; Luka 20:27; Ivyak 23:8**). "Aba Herode bari bemezanije ku vyerekeranye n'inyigisho menyeshamana n'Abasadukayo hamwe no mu vyerekeranye na politike, iyo mice yose yari inyuranije n'Abafarisayo" (Hoehner 1992: 325). Cole yongerako yuko Abasadukayo "bari abantu b'inzira zigoramanze, abatunzi bo mu baherezi, bafise umwambiro w'isi wo gukwegakwega abandi kandi bari babi cane co kimwe n'Abafarisayo" (Cole 1989: 198). Indunduro y' "umwambiro" w'Abafarisayo, n'uwo aba Herode, hamwe n'uwo Abasadukayo wari uko, kubera impamvu zitandukanye, bose ntibigeze batahura Yesu uwo ari we kandi kubw'ico baca baramwanka, baramushibura nka Mesiya n'Umwana w'Imana. Ukugabisha kwa Yesu agabisha abigishwa biwe mu bwato n'uyu musi kuracafise ico kuvuga kw'ishengero. Ukwumira kw'idini, uburyarya, gushimikira ku migenzo yacu aho gushimikira ku guhinduka nyakuri kw'umutima, kwiyegurira no kwisuka mu vya politike ahanini canke mu vy'ubutunzi, hamwe n'inyigisho zitari zo igihe cose vyamye ari intambamyi ku kwera hamwe no kwiyegurira Kristo kw'ishengero riri hamwe ryose hamwe n'abakristo ku giti cabo—kandi igihe ivyo bibaye, bigaragaza yuko na twebwe tudatahura Yesu uwo ari we.

Ivyo Yesu yavuze abwira abaigishwa ku **murongo wa 18**, *"Amaso ko muyafise ntimuruha mubona? Mufise amatwi, ntimwumva?"* Ni co kimwe n'ivyo yavuze kuri **4:12-13** ku bijanye n'imigani yiwe hamwe n'ukunanirwa kw'abigishwa gutahura iyo migani kandi aca afatira kuri (**Yes 6:9-10; Yer 5:21; Ezk 12:2**). Ikibazo Yesu yabajije abigishwa biwe ku mirongo ya **17-21**, kandi bikaba bikoreshwa canke vyobazwa na twebwe, vyerekeye izo ntambamyi.

- *"Ntimuraruha mubimenya canke mubitahura?"* (**umurongo 17**) werekana yuko dukoresha ubwenge bwacu. Turakwiye guhagarara tukiyumvira ku vyerekeye ivyabaye kuri twebwe umuntu ku giti ciwe kandi no kw'ishengero muri rusangi kandi n'igituma ivyo vyabaye. Mbega Bibiliya irafise ico ivuga ku bihe turimwo? Abigishwa baraba gusa ku vyo bariko baracamwo ku mibiri yabo (imikate bibagiye) ariko bari bakeneye *"guhinduka rwose mugize imitima misha, kugira ngo mumenye neza ivyo Imana igomba ni vyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose"* (**Rom 12:2**).
- *"Mbega mufise imitima ikomantaye?"* (**umurongo 17**) udusaba gusuzuma ukugene imitima yacu imeze, mu yandi majambo, ibiri ibwina imbere muri twebwe; ukugene tumeze ubwacu. Dukwiriye kuba abanyakuri ku bijanye n'igituma dukora ivyo turiko turakora. Ukuru ni kwo gutegerezwa kudusunika. Nimba tutakoze ku kintu tuvuga ko twizera, ivyo vyerekana ko mu vy'ukuri tutacizera.
- *"Amaso ko muyafise ntimuruha mubona, mufise amatwi ntimwumva?"* (**umurongo 18**) yari amajambo yakunda gusubiramwo kenshi igihe yariko arigisha. Hariho insiguro ikomeye ku bintu vyinshi. Ivyo kurya yatanze ku bantu 5000 no ku bantu 4000 ntivyari ivyo kurya gusa vy'umubiri ariko yariko arabereka ko bafise ikindi kintu gikomeye bakeneye kandi we wenyene, ari *"umutsima w'ubugingo,"* ashobora kuzuza

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

kirya kinogo (ivyo yaravyerekanye neza kuri wa mugore wo kw'iriba muri **Yohana 4:9-14**). Ikintu cose dukora kirafise ingaruka z'ibihe bidashira. Dukeneye kubona kure y'ivy'umubiri tukabona ivy'impwemu.

- *"kandi ntimwibuka?"* (**umurongo 18**) utwerekeza mu nzira zose Imana yakozemwo mu bugingo bwacu muri kahise. Nta kintu na kimwe kiba kuri twebwe ku gihamana. Imana ikoresha ibintu vyose kugira ngo dushushanywe n'ishusho ya Yesu Kristo (raba **Rom 8:29**). Twibutse ingene yakoze muri kahise, kandi tugatahura yuko turi mu mugambi wayo, n'integuro yayo, bishobora kuduha ubushizi bw'amanga bwo kumwegera uko duca mu buzima bwacu muri iki gihe.

Twiyumviriye kandi dufatiye kuri ibi bituma duhangana n'iki kibazo ca nyuma, *"Ntimuraruha mubitahura?"* (**umurongo 21**)

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Ni gute ikibazo co gusaba ikimenyetso kivuye mw'ijuru (**umurongo 11**) ari ikibazo c'uburyarya, atari ikibazo cotuma bagira ukwizera, ariko ari ikimenyetso c'ugukomantanza imitima ku Mana?

2. Ibintu bidasanzwe vyagenga (A) Abafarisayo, n' (B) abo kwa Herode /Abasadukayo, Yesu yariko aragabisha abigishwa biwe ni ibihe? Iyo mirwi ibiri y'abo bantu bari basangiye iki?

3. Ku **mirongo ya 17-21**, Yesu yabajije abigishwa biwe ibibazo bitari bike, biherahezwa n'iki kibazo *"Ntimuraruha mubitahura?"* Yariko aragerageza kubashikana ku kubona iki no ku gutahura iki?

4. Yesu mu gukankamira no mu kwiyamiriza abigishwa biwe (**imirongo 17-21**), yavuze ku bitangaza bibiri *gusa* vyo"guhaza, kugaburira" abantu. None iyo migani ibiri yabwira iki abigishwa biwe (co kimwe na twebwe) ku bijanye na Yesu, ku burangamutima bwiwe, ku buciro bwiwe, kandi no ku bwami bwiwe?

**8:22-26:** ***[22] Baraza bashika i Betsayida. Bamuzanira impumyi, baramwinginga ngo ayikoreko. [23] Afata iyo mpumyi ukuboko, ayikura mu mihana, acira amate mu maso yayo, ayirambikako ibiganza, arayibaza ati, Hari ico ubona?" [24] Iraramura amaso, iramwishura iti, Ndabona abantu kuko mbona ibisa n'ibiti bigendagenda." [25] Yongera kurambika ibiganza ku maso yayo, iritegereza, irakira, yihweza vyose neza. [26] Amurungika i we, ati Ntuje no muri iyi mihana."***

### Imirongo 22-26—Yesu ahumura impumyi

Ukudashobora kubona kw'Abafarisayo n'abigishwa (*"Amaso ko muyafise ntimuruha mubona?"* **umurongo 18**) kwugururira igitangaza ca Yesu c'ugukiza iyo mpumyi. Vyongeye turabona ukwizera kw'abandi (*"abantu bamwe bamuzanira impumyi baramwinginga ngo ayikoreko,"* **umurongo 22**). Vyongeye tubona Yesu yitaho umuntu yari mu kibazo n'akaga aho kuraba igugu, ishengero ry'abantu (*"Afate iyo mpumyi ukuboko, ayikura mu mihana,"* **umurongo 23**). Vyongeye tubona ko Yesu atipfuza kumenyekana nk'uwukora ibitangaza gusa (*"Amurungika i we, ati "Ntuje no muri iyi mihana"* **umurongo 26**).

Ibi ni ibidasanzwe kubera yuko iki ari co gitangaza c'ugukiza umuntu conyene aho Yesu yabajije ikibazo mu gihe yariko arakiza umuntu, kandi ni co gitsngaza c'ugukira conyene cabaye mu vyicira bibiri. Mu kubikora muri ubwo buryo, Yesu ariko aragaragaza yuko ububasha bwiwe butugaraniye ka "bweta", mu "gasandugu", mu yandi majambo ntihari "inzira imwe yonyene" akoramwo ibintu. Harimwo icigwa no kuri twebwe: twama twiyumvira yuko hari inzira "imwe yonyene y'ukuri" dukwiye gukoreramwo ibintu,igihe mu vy'ukuri, hariho "inzira z'ukuri" zitandukanye zo gukora ibintu. Mu yandi majambo, "tubatiza" umuco wacu kama, canke umugenzo w'ishengero ryacu, canke uburyo twigishijwe nk'aho "ari yo nzira imwe yonyene" yo gukora ibintu. Turakwiriye kuva mu "dusandugu, mu tubweta" twacu twisangije. Ibi vyongeye vyerekana ukuri kw'ibivugwa muri **Flp 1:6**: *"Kandi ico nizigiye ntakekeranya ni uko uwatanguje igikorwa ciza muri mwebwe azogiheraheza gushitsa ku musi wa Yesu Kristo."*

Ku rundi rwego, ukwo gukira ni umugani waciriwe abigishwa. Ni co gituma, si igiturumbuka yuko haca ako kanya nyene hakurikira ukudatahura kwabo n'ukutizera kwabo kandi hagakurikira ikibazo Yesu yababajije ku **mirongo ya 14-21**. Iyo mpumyi ni umuserukizi w'abigishwa, bafise amaso ariko ntibabone kandi bafise amatwi ariko ntibumve. Ariko bukebuke kandi mu biringo bitandukanye ni ho batangura guca akenege no kubona hamwe no kumenya Uwo Yesu ari we mu vy'ukuri kandi bakamenye n'inshingano ziwe izo ari zo canke icamuzanye ngaha kw'isi ico ari co. mu gihe gitoya ku **murongo wa 29**, Petero azokwatura yuko Yesu ari we Kristo; mbere naho na we nyene adatahura Kristo uwo ari we neza n'icamuzanye, kandi Yesu yategerejwe kumukankamira no kumwiyamiriza, *"Kukw'ivy'Imana atari vyo ubabaye, ariko ni ivy'abantu ubabaye"*

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

(**umurongo 31**). Mbere n'inyuma y'ukuzuka, abigishwa na ho nyene ntibatahuye Yesu uwo ari we n'ubwami bwiwe ubwo ari bwo n'ingene bumeze (raba **Ivyak 1:6-8**). Ukwo gukira na twebwe ni umugani kri twebwe: *"kuko ubu turabira mu vyirore ivyijiji, ariko ico gihe tuzoraba nk'abarabana imbonankubone. Ubu nzi agace, ariko ico gihe nzomenya rwowe nk'uko namenywe rwose."* (**1 Kor 13:12**)

Uku gukira kutugejeje ku ndunduro y'igice ca mbere c'inusu y'iki gitabu ca Mariko kandi kikitegana igishika mu kwugurura amaso y'impwemu y'abigishwa ba Yesu. Guhera ku **murongo wa 27** kandi gushika ku mpera y'ico gitabu, ubu ico ashimikiyeko cane ni ukwihishura kwuzuye kw'uwo Yesu ari we, ukwerekeza i Yerusalemu, n'urupfu rwiwe.

## IBIBAZO VY'UGUHANAHANAKO IVYIYUMVIRO

1. Aha ni ho hantu honyene tubona ugukira kwabaye mu vyicira bibiri. Ni kubera iki mwibaza Mariko yongeyemwo ibi bintu (Nimba atari uko kubera iki bitari mu bundi butumwa bwiza)?

- Mbega ivyariko biraba canke ikibanza vyariko biraberamwo mu vyo Mariko yavuze birakwereka ugushusha, canke barakuvunira akagohe koshobora kugushikana kucoba caratumye Mariko yandika ivyo?

- Uhakura ivyigwa biki kuri ico kintu Mariko yakoze?

2. Ico gitangaza c'ugukira kimeze gute "nk'umugani wakinywe" w'ubuzima canke ubugingo bw'abigishwa ba Yesu? Ubuzima bwacu?

3. Iki gitangaza c'ugukira kidushikana ku mpera y'ikigabane ca mbere c'igikorwa ca Yesu nk'uko vyanditswe na Mariko. Gerageza uvuge mu mpfunyapfunyo ibintu bikuru bikuru twizemwo ku bijanye na Yesu n'Ubwami bwiwe gushika aha tugeze.

## AHO TWAVYABUYE


Alexander, T. D. 2008. *From Eden to the New Jerusalem: Exploring God's plan for life on earth.* Nottingham, England: InterVarsity.

Andria, Solomon. 2006. "James." In *Africa Bible Commentary,* ed. Tokunboh Adeyemo, 1509-16. Nairobi: WordAlive.

Anselm of Canterbury. 1903. *Cur Deus Homo.* Translated by Sidney Norton Deane. Chicago: Open Court. Online: http://www.ccel.org/ccel/anselm/basic_works.i.html.

Archer, Gleason. 1982. *Encyclopedia of Bible Difficulties.* Grand Rapids: Zondervan. Online: http://sent2all.com/Archer-Introduction%20to%20Bible%20Difficulties.pdf.

Aune, David. 1997. *Revelation 1-5* (WBC 52A). Dallas: Word.

Barrett, C. K. 1958. *The Holy Spirit and the Gospel Tradition.* London: S.P.C.K.

Bauckham, Richard. 1998. *God Crucified: Monotheism and Christology in the New Testament.* Grand Rapids: Eerdmans.

Beyer, Hermann. 1964. *"Blasphēmeō, Blasphēmia, Blasphēmos."* In *Theological Dictionary of the New Testament,* Vol. 1, ed. Gerhard Kittel, 621-25. Translated by Geoffrey Bromiley. Grand Rapids: Eerdmans.

Blomberg, Craig. 1986. "The Legitimacy and Limits of Harmonization." In *Hermeneutics, Authority and Canon,* eds. D. A. Carson and John Woodbridge, 135-74. Eugene, OR: Wipf & Stock. Online: https://books.google.com/books?id=iVNLAwAAQBAJ&printsec=frontcover&dq=hermeneutics,+authority+and+canon&hl=en&newbks=1&newbks_redir=0&sa=X&ved=2ahUKEwjtg9jAj8zxAhWWaM0KHYiNBXEQ6AEwAHoECAgQAg#v=onepage&q=hermeneutics%2C%20authority%20and%20canon&f=false.

_______. 1990. *Interpreting the Parables.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Bremer, Paul. 1993. "Blasphemy." In *The Oxford Companion to the Bible,* eds. Bruce Metzger andMicahel Coogan, 91-92. New York: Oxford University Press.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Brueggemann, Walter. 1998. *Isaiah 40-66.* Louisville KY: Westminster John Knox.

Burdick, Donald. 1981. "James." In *The Expositor's Bible Commentary,* ed. Frank Gaebelein, 159-205. Grand Rapids: Zondervan.

Burke, Trevor. 2006. *Adopted into God's Family: Exploring a Pauline Metaphor* (NSBT 22). Nottingham, England: Apollos.

Carson, D. A. 1982. "Jesus and the Sabbath in the Four Gospels." In *From Sabbath to Lord's Day: A Biblical, Historical and Theological Investigation,* ed. D. A. Carson, 57-97. Grand Rapids, MI: Zondervan.

Carson, D. A., and Douglas Moo. 2005. *An Introduction to the New Testament,* 2nd ed. Grand Rapids: Zondervan.

Carter, John. 2003. "A Perspective on the Distinctiveness of Mark's Gospel." *American Journal of Biblical Theology* 4: 1-18. Online: https://citeseerx.ist.psu.edu/viewdoc/download?doi=10.1.1.454.9875&rep=rep1&type=pdf.

Cheney, Johnston. 1969. *The Life of Christ in Stereo.* Portland, OR: Multnomah.

Cole, R. Alan. 1989. *Mark,* rev. ed. (TNTC). Grand Rapids: Intervarsity.

Cole, Victor. 2006. Mark." In In *Africa Bible Commentary,* ed. Tokunboh Adeyemo, 1171-1202. Nairobi: Word Alive.

Cox, Jenny. 2013. "Parallels between the death of John the Baptist and the Death of Jesus." Online: http://cross-connect.net.au/parallels-between-the-death-of-john-the-baptist-and-the-death-of-jesus/.

Cranfield, C. E. B. 1972. *The Gospel According to Saint Mark* (CGTC) rev. ed. London: Cambridge University Press.

Danker, Frederick, ed. 2000. *A Greek-English Lexicon of the New Testament and Other Early Christian Literature.* Chicago: The University of Chicago Press.

Davids, Peter. 1982. *The Epistle of James* (NIGTC). Grand Rapids, MI: Eerdmans.

"Decapolis." 2021. *Wikipedia.* Online: https://en.wikipedia.org/wiki/Decapolis.

Deffinbaugh, Robert. Not dated. "26. A Crucial Change of Course (Mark 3:1-4:25)." Online: https://bible.org/seriespage/crucial-change-course-mark-318211425.

Dennison, James. 1994. "The Gospel of Mark from Beginning to End." *Kerux* 9. Online: https://www.kerux.com/doc/0903A1.asp.

*The Didache*. 1989. In *The Apostolic Fathers*, 2nd ed., edited and revised by Michael Holmes, translated by J. B. Lightfoot and J. R. Harmer, 145-58. Grand Rapids: Baker. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/lightfoot/fathers.ii.xii.html.

Eusebius Pamphilus. 1890. *Ecclesiastical History.* Grand Rapids: Eerdmans. Online: https://ccel.org/ccel/schaff/npnf201/npnf201.i.html.

Gibson, Jeffrey. Not dated. "The Scribal Charge of Demonic Collusion in Mk 3:22: Honest Asssessment or Calculated Calumny?" Online: http://www.ibiblio.org/GMark/afr/MK322.htm.

Goldsworthy, Graeme. 1991. *According to Plan: The Unfolding Revelation of God in the Bible.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Goppelt, Leonhard. 1982. *Typos: The Typological Interpretation of the Old Testament in the New.* Translated by Donald Madvig. Grand Rapids: Eerdmans.

Gruenler, Royce. 1989. "Mark." In Evangelical Commentary on the Bible, ed. Walter Elwell, 761-98. Grand Rapids: Baker.

Grundmann, Walter. 1964. *"Hamartanō, hamrtēma, hamartia."* In *Theological Dictionary of the New Testament,* Vol. 1, ed. Gerhard Kittel, 267-316. Translated by Geoffrey Bromiley. Grand Rapids: Eerdmans.

Gundry, Robert. 1993. *Mark: A Commentary on His Apology for the Cross.* Grand Rapids: Eerdmans.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Guelich, R. A. 1992. "Mark, Gospel of." In *Dictionary of Jesus and the Gospels,* edited by Joel Green, Scot McKnight, and I. Howard Marshall, 512-25. Downers Grove, IL: InterVarsity.

Faro, Ingrid. 2021. *Evil in Genesis.* Bellingham, WA: Lexham.

France, R. T. 1975. "Old Testament Prophecy and the Future of Israel: A Study of the Teaching of Jesus." *Tyndale Bulletin* 26:53-78. Online: http://www.tyndale.cam.ac.uk/index.php?page=frame&add=http://www.tyndalehouse.com/TynBul/Library/00_TyndaleBulletin_ByAuthor.htm.

_______. 2002. *The Gospel of Mark* (NIGTC). Grand Rapids: Eerdmans.

Guelich, Robert. 1989. *Mark 1-8:26* (WBC 34). Dallas: Word.

Hoehner, Harold. 1992. "Herodian Dynasty." In *Dictionary of Jesus and the Gospels,* eds. Joel Green, Scot McKnight, I Howard Marshall, 317-26. Downers Grove, IL: InterVarsity.

Hoekema, Anthony. 1979. *The Bible and the Future.* Grand Rapids: Eerdmans.

Jesus Film Project. 1995-2021. "What Did Jesus Mean about Putting New Wine in New Wineskins?" Online: https://www.jesusfilm.org/blog-and-stories/what-did-jesus-mean-putting-new-wine-new-wineskins.html.

Johnson, Dennis. 2001. *Triumph of the Lamb: A Commentary on Revelation.* Phillipsburg, NJ: P&R.

"Jose O'Callaghan Martinez." 2021. *Wikipedia.* Online: https://en.wikipedia.org/wiki/Jos%C3%A9_O%27Callaghan_Mart%C3%ADnez.

Keller, Timothy. 2008. *The Reason for God: Belief in an Age of Skepticism.* New York: Dutton.

_______. Not dated. "The Gospel—Key to Change." Online: https://www.cru.org/content/dam/cru/legacy/2013/01/Gospel_KeytoChange_TimKeller.pdf.

_______. Not dated. "The Two Prodigal Sons: Reading & Reflection." Online: https://static1.squarespace.com/static/530e4ef9e4b07ec5e7d89c14/t/57110d6a2b8ddec14befd7b2/1460735338885/The+Two+Prodigal+Sons-+Reading+%26+Reflection+-+by+Tim+Keller.pdf.

Ladd, George Eldon. 1959. *The Gospel of the Kingdom.* Grand Rapids: Eerdmans.

Lane, William. 1974. *The Gospel According to Mark* (NICNT). Grand Rapids: Eerdmans.

Lewis, C. S. 1946. *The Great Divorce.* London: Geoffrey Bles. Online (a different edition): https://archive.org/details/ebook-lewis-c-s-the-great-divorce/page/n3/mode/2up.

_______. 1961. *The Screwtape Letters.* New York: MacMillan. Online (a different edition): http://www.samizdat.qc.ca/arts/lit/PDFs/ScrewtapeLetters_CSL.pdf.

_______. 1996 (reprint). *Mere Christianity.* New York: Touchstone. Online: http://christiangrads.org/wp-content/uploads/2012/08/Mere-Christianity-The-Book.pdf.

"Magadan." Not dated. *BibleHub: Encyclopedia.* Online: https://bibleatlas.org/magadan.htm.

Marshall, I. Howard. 1978. *The Gospel of Luke* (NIGTC). Grand Rapids: Eerdmans.

McBirnie, William. 1973. *The Search for the Twelve Apostles.* Wheaton, IL: Living Books.

Menn, Jonathan. 2016. *Biblical Stewardship.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#stewardship.

_______. 2017b. *The Church: Its Nature, Mission, and Purpose.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#church.

_______. 2020. *Christianity and Islam: The Essentials.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#islam.

_______. 2021. *Biblical Theology.* Online: https://www.eclea.net/courses.html#theology.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Milligan, William. 1896. *The Book of Revelation.* New York: Armstrong. Online: https://books.google.com/books?id=98DYAAAAMAAJ.

Moo, Douglas. 1984. "Jesus and the Authority of the Mosaic Law." *Journal for the Study of the New Testament* 20: 3-49. Online: www.djmoo.com/articles/jesusandauthority.pdf.

_______. 1985. *James* (TNTC). Grand Rapids: Eerdmans.

_______. 1989. "James." In *Evangelical Commentary on the Bible,* ed. Walter Elwell, 1150-62. Grand Rapids: Baker.

Nehls, Gerhard, and Walter Eric. 2010. *Trainer's Textbook 2: Christian-Islamic Controversy.* Nairobi: Life Challenge Africa. Online: http://answering-islam.org/Nehls/tt2.pdf.

Nelson, Neil. 1996. "'This Generation in Matt 24:34: A Literary Critical Perspective." *Journal of the Evangelical Theological Society* 38: 369-85. Online: http://www.etsjets.org/files/JETS-PDFs/38/38-3/JETS_38-3_Nelson_369-386.pdf.

Neusner, Jacob. 1988. *The Mishnah: A New Translation.* New Haven: Yale University Press.

Osborne, Grant. 1991. *The Hermeneutical Spiral.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Overman, J. Andrew. 1993. "Decapolis." In *The Oxford Companion to the Bible,* eds. Bruce Metzger and Michael Coogan, 161-62. New York: Oxford University Press.

Pippert, Rebecca. 1979. *Out of the Saltshaker and into the World.* Downers Grove, IL: InterVarsity.

Powell, Frank. 1954. *The Trial of Jesus Christ.* Grand Rapids: Eerdmans.

Powell, Mark. 2007. "Echoes of Jonah in the New Testament." *World & Word* 27: 157-64. Online: http://wordandworld.luthersem.edu/issues.aspx?article_id=979.

Poythress, Vern. 1991. *The Shadow of Christ in the Law of Moses.* Brentwood, TN: Wolgemuth & Hyatt. Online: http://frame-poythress.org/ebooks/the-shadow-of-christ-in-the-law-of-moses/.

Price, David. 2018. "Holy Hebrew Arithmetic: What Age was Jesus when he became Teacher-Priest?" *The Jerusalem Post.* Online: https://www.jpost.com/blogs/truth-beyond-price/holy-hebrew-arithmetic-what-age-was-jesus-when-he-became-teacher-priest-542343.

Robertson, Archibald. 1930. *Word Pictures in the New Testament,* vol. 1. New York: Harper & Brothers.

Schreiner, Thomas. 1989. "Luke." In *Evangelical Commentary on the Bible,* ed. Walter Ewell, 799-839. Grand Rapids: Baker.

Schüssler Fiorenza, Elisabeth. 1991. *Revelation: Vision of a Just World* (PC). Minneapolis: Fortress, 1991.

*The Shepherd of Hermas*. 1989. In *The Apostolic Fathers*, 2nd ed., edited and revised by Michael Holmes, translated by J. B. Lightfoot and J. R. Harmer, 194–290. Grand Rapids: Baker. Online (another edition): http://www.ccel.org/ccel/lightfoot/fathers.ii.xiv.html.

Sidebotham, Bruce. 2002. "New Paradigm for Outreach to Middle Eastern Cultures: Gospel Restores Honor to the Dishonored." *The Operation Reveille Shofar* 6:1 (First Quarter): 4-5. Online: http://oprev.sidebotham.net/wp-content/back_issues/ShofarPDFs/1stQtr02.pdf.

Smith, William. 2004. "The Sin That Won't Go Away." Online: https://banneroftruth.org/us/resources/articles/2004/the-sin-that-wont-go-away/.

Spencer, Michael. 2008. "The Baptism." Online: https://jesusshaped.wordpress.com/2008/11/21/gospel-of-mark-study-4-the-baptism/.

_______. 2008. "The Forerunner." Online: https://jesusshaped.wordpress.com/2008/11/09/gospel-of-mark-study-3-the-forerunner/.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

_______. 2008. "The Temptation." Online: https://jesusshaped.wordpress.com/2008/12/01/gospel-of-mark-study-5-the-temptation/.

_______. 2009. "The Calling." Online: https://jesusshaped.wordpress.com/2009/01/07/gospel-of-mark-study-8-the-calling/.

_______. 2020. "Reconsider Jesus – The Bridegroom and the New Wine." Online: https://imonk.blog/2020/11/09/reconsider-jesus-the-bridegroom-and-the-new-wine-mark-218-22/#footnote22.

_______. "Reconsider Jesus – Calling the Tax Collector." Online: https://imonk.blog/2020/10/30/reconsider-jesus-calling-the-tax-collector-mark-213-17/.

_______. 2020. "Reconsider Jesus – The Forgiver of Sins." Online: https://imonk.blog/2020/10/23/reconsider-jesus-the-forgiver-of-sins-mark-21-12/.

_______. 2020. "Reconsider Jesus – The Healer." Online: https://imonk.blog/2020/10/19/reconsider-jesus-the-healer-mark-129-45/.

_______. 2020. "Reconsider Jesus – The Response." Online: https://imonk.blog/2020/09/21/reconsider-jesus-the-response-mark-114-15/.

_______. 2020. "Reconsider Jesus – The Teacher." Online: https://imonk.blog/2020/10/05/reconsider-jesus-the-teacher-mark-121-28/.

Sproul, R. C. 2002. *Saved from What?* Wheaton, IL: Crossway.

_______. 2021. "New Wine for New Wineskins." Online https://www.ligonier.org/learn/devotionals/new-wine-new-wineskins/.

Stanton, Gerald. 1951. "The Prophet Jonah and His Message [part 1]." *Bibliotheca Sacra* 108: 237-49.

Stoops, Robert. 1993. "Baal-zebub." In *The Oxford Companion to the Bible,* eds. Bruce Metzger and Michael Coogan, 70. New York: Oxford University Press.

Stott, John. 1986. *The Cross of Christ.* Downers Grove, IL: InterVarsity. Online: https://korycapps.files.wordpress.com/2012/11/j-stott-cross-of-christ.pdf.

Tasker, R. V. G. 1982. *The General Epistle of James* (TNTC). Grand Rapids: Eerdmans.

Thompson, Marianne. 1999. "Committing the Unforgivable Sin." *Christianity Today* (June 14): 82.

Vander Laan, Ray, and Judith Markham. 1996. *Echoes of His Presence.* Colorado Springs: Focus on the Family.

Van Iersel, B. M. F. 1980. "The gospel according to St. Mark – written for a persecuted community?" *Nederlands Theologisch Tijdschrift* 34: 15-36.

Venema, Cornelis. 2000. *The Promise of the Future.* Carlisle, PA: Banner of Truth.

Viljoen, Francois. 2014. "Jesus healing the leper and the Purity Law in the Gospel of Matthew." *In die Skiflig* 48: 1-7. Online: http://www.scielo.org.za/pdf/ids/v48n2/04.pdf.

Vos, Geerhardus. 1979 (reprint). *The Pauline Eschatology.* Grand Rapids: Baker.

Walker, P. W. L. 1996. *Jesus and the Holy City: New Testament Perspectives on Jerusalem.* Grand Rapids: Eerdmans.

Wallis, Arthur. 1968. *God's Chosen Fast.* Fort Washington, PA: Christian Literature Crusade.

Watts, Rikk. 1997. *Isaiah's New Exodus in Mark.* Grand Rapids: Baker Academic.

_______. 2007. "Mark." In *Commentary on the New Testament Use of the Old Testament,* eds. G. K. Beale and D. A. Carson, 111-249. Grand Rapids: Baker Academic.

Copyright © by Jonathan Menn 2021. All rights reserved.

Wax, Trevin. 2013. "Why did Jesus say he came only for Israel?" *The Gospel Coalition*. Online: http://www.thegospelcoalition.org/blogs/trevinwax/2013/01/28/why-did-jesus-say-he-came-only-for-israel/.

Wessel, Walter. 1984. "Mark." In *Expositor's Bible Commentary, vol. 8,* edited by Frank Gaebelein, 603-793. Grand Rapids: Zondervan.

Wilckens, Ulrich. 1972. *"Úpokrinomai, sunupokrinomai, úpokrisis, úpokritēs, anutokritos."* In *Theological Dictionary of the New Testament,* Vol. VIII, ed. Gerhard Friedrich, 559-71. Translated by Geoffrey Bromiley. Grand Rapids: Eerdmans.

Wright. N. T. 1996. *Jesus and the Victory of God.* Minneapolis: Fortress.

Wuest, Kenneth. 1973. *Wuest's Word Studies from the Greek New Testament,* vol. 1. Grand Rapids: Eerdmans.

Zodhiates, Spiros, ed. 1993. *The Complete Word Study Dictionary: New Testament,* rev. ed. Chattanooga: AMG.

## UMWANDITSI



Jonathan Menn aba I Appleton, WI, muri Reta zunze ubumwe za Amerika. Yaronse urupapuro rw'umutsindo mu vyirwa vya Politike muri kaminuza yo muri Wisconsin-Madison, aheza afise amaonta menshi cane, mu mwaka wa 1974, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Phi Beta Kappa honor society. Hanyuma aronka ico bita J.D. kiva mw'ishuri y'amategeko y'I Kornell Law School, magna cum laude, mu mwaka wa 1977, hanyuma aca ashirwa mu murwi witwa Coif legal honor society. Yamaze imyaka 28 ari umushingwamaza, nk'uwuserukira wa Reta, muri Chicago hanyuma ashinga ishirahamwe ryitwa Menn Law Firm muri Appleton, WI. Inyuma yaho yaciye akizwa aba intumwa, umwigishwa wa Yesu Kristo mu mwaka wa 1982. Yumva yipfuza kumenya vyinshi mu vyerekeye ijambo ry'Imana kandi no kugira ico akoze mu gikorwa c'Imana vyamutumye aja kunonosora amashuri y'ivyerekeye ijambo ry'Imana aho yaronse urupapuro ry'umutsindo muri nyigisho ndoramana muri kaminuza yo muri Trinity Evangelical Divinity School muri Deerfield, IL. Yaronse urwo rupapuro rw'umutsindo muri TEDS, summa cum laude, muri Rusama mu mwaka wa 2007. Hagati y'imyaka ya 2007-2013 yari umuyobozi w'ishirahamwe ryitwa Gushoboza abapasitori mw'isi yose. Ubu na ho Now Jonathan ni umuyobozi wo gushoboza abapasitori mu muryango wo muri Afirika y'Ubuseruko (**www.eclea.net**). Ibikorwa vyiwe vyinshi yanditse bikoreshwa mu gushoboza abapasitori mushobora kubisanga kuri uru rubuga ngurukanabumenyi **www.eclea.net**. Jonathan ashobora kuboneka aha hakurikira kuwoshaka kuvugana na we: **jonathanmenn@yahoo.com**.